**REPUBLIQUE DU BURUNDI**
**REPUBLIKA Y'UBURUNDI**

**CONSEIL NATIONAL DE SECURITE**
**INAMA NKURU Y'IGIHUGU IJEJWE UMUTEKANO**

# STRATEGIE NATIONALE DE SECURITE

## *UMUGAMBI W'IGIHUGU WEREKEYE UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA AMAHORO N'UMUTEKANO*

*Bujumbura, Juin 2013*
*Bujumbura, Ruheshi 2013*

**REPUBLIQUE DU BURUNDI**
**REPUBLIKA Y'UBURUNDI**

**CONSEIL NATIONAL DE SECURITE**
**INAMA NKURU Y'IGIHUGU IJEJWE UMUTEKANO**

# *STRATEGIE NATIONALE DE SECURITE*

## *UMUGAMBI W'IGIHUGU WEREKEYE UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA AMAHORO N'UMUTEKANO*

***Bujumbura, Juin 2013***
***Bujumbura, Ruheshi 2013***

# CARTE DU BURUNDI - IKARATA Y'UBURUNDI



# TABLE DES MATIERES IBIRIMWO

*Page/Urupapuro*


**CARTE DU BURUNDI - IKARATA Y'UBURUNDI** ..... i

**TABLE DES MATIERES - IBIRIMWO** ..... v

**LISTE DES SIGLES ET ABREVIATIONS** ..... ix
**INSIGURO Y'IMPFUNYAPFUNYO Z'AMAJAMBO YAKORESHEJWE** ..... ix

**GLOSSAIRE** ..... xiv
**INSIGURO Y'AMAJAMBO** ..... xiv

**PREFACE** ..... xvii
**IJAMBO RYO GUSHIKIRIZA** ..... xvii

**INTRODUCTION GENERALE** ..... 1
**INTANGAMARARA** ..... 1

**PREMIERE PARTIE : LE CONTEXTE GLOBAL DE LA SECURITE AU BURUNDI** ..... 5
**IKIGABANE CA MBERE : IBIHE BIKURUBIKURU VYARANZE UMUTEKANO MU BURUNDI** ..... 5

**CHAPITRE I : LE CONTEXTE POLITIQUE ET DIPLOMATIQUE** ..... 6
**IGICE CA I : IBIHE VYARANZE PORITIKE HAMWE N'IMIGENDERANIRE Y'UBURUNDI N'AMAKUNGU** ..... 6
Section I : Le contexte politique ..... 6
Agace ka I: Ibihe vyaranze poritike. ..... 6
Section II : Le contexte diplomatique (1962-2013) ..... 9
Agace ka II: Ivyaranze imigenderanire y'Uburundi n'amakungu (1962- 2013). ..... 9

**CHAPITRE II : LES MENACES A LA SECURITE** ..... 14
**IGICE CA II : IBIGERAMIRA UMUTEKANO** ..... 14
Section I : Les ménaces politiques ..... 14
Agace ka I : Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo za poritike ..... 14
Section II : Les ménaces économiques ..... 16
Agace ka II : Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo z'ubutunzi ..... 16
Section III : Les ménaces sociales ..... 19
Agace ka III : Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo z'imibano ..... 19
Section IV : Les ménaces environnementales ..... 20
Agace ka IV : Ibigeramira umutekano bikomoka ku bidukikije ..... 20

**CHAPITRE III : LES ACTEURS DE LA SECURITE ..... 22**
**IGICE CA III: ABAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO ..... 22**
Section I: Le cadre légal général ..... 22
Agace ka I: Amategeko yisungwa muri rusangi. ..... 22
Section II : Les acteurs étatiques ..... 23
Agace ka II: Abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano bari mu nzego za Reta ..... 23
Section III : Les acteurs non-étatiques ..... 26
Agace ka III : Abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano batari mu nzego za Reta ..... 26

**DEUXIEME PARTIE : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DES DIFFERENTS ACTEURS ..... 29**
**IKIGABANE CA KABIRI : UBURYO N'INTERERANO Y'ABAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO ..... 29**

**CHAPITRE I : LES MOYENS POLITIQUES ET DIPLOMATIQUES ..... 30**
**IGICE CA I : UBURYO BWA PORITIKE N'UBUFATIYE KU MIGENDERANIRE N'AMAKUNGU ..... 30**
Section I : La Politique Nationale de Défense ..... 30
Agace ka I: Poritike y'igihugu mu vyerekeye ukwivuna abansi ..... 30
Section II : La politique de sécurite publique ..... 31
Agace ka II: Poritike y'igihugu mu vyerekeye umutekano w'abanyagihugu ..... 31
Section III : La politique du Service National de Renseignement ..... 32
Agace ka III: Poritike y'Ibibiro bikuru bijejwe igendereza ..... 32
Section IV: La politique extérieure en matière de sécurité ..... 33
Agace ka IV: Poritike y'ugufashanya n'amakungu mu vyerekeye umutekano ..... 33

**CHAPITRE II: LES MOYENS DE LA DEFENSE ET DE LA SECURITE ..... 39**
**IGICE CA II: UBURYO BW'UKWIVUNA ABANSI N'UKUBUNGABUNGA UMUTEKANO ..... 39**
Section I : La Force de Défense Nationale (FDN) ..... 39
Agace ka I: Urwego rw'ukwivuna abansi ..... 39
Section II : La Police Nationale du Burundi ..... 43
Agace ka II : Urwego rw'igiporisi c'igihugu ..... 43
Section III : Le Service National de Renseignement (SNR) ..... 47
Agace ka III: Urwego rw'igihugu rujejwe igendereza ..... 47
Section IV : Les relations entre les Corps de Défense et de Sécurite, les relations avec la population et avec les partenaires techniques et financiers ..... 50
Agace ka IV: Ugukorana hagati y'inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano, ugukorana n'abanyagihugu hamwe n'ugufashanya hagati y'izo nzego n'abafasha igihugu mu vy'ubuhinga n'uburyo ..... 50

**CHAPITRE III : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DE LA JUSTICE ET DU PARLEMENT A LA SECURITE ..... 57**
**IGICE CA III: UBURYO N'INTERERANO Y'UBUTUNGANE N'IY'INAMA NSHINGAMATEKA N'INAMA NKENGUZAMATEKA MU VYEREKEYE UMUTEKANO ..... 57**
Section I : Les moyens et la contribution de la justice à la sécurité ..... 57
Agace ka I : Uburyo n'intererano z'ubutungane mu vyerekeye umutekano ..... 57
Section II : Les moyens et la contribution du Parlement à la sécurité ..... 60

Agace ka II : Uburyo n'intererano vy'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka mu vyerekeye umutekano ..... 60
Section III : Le processus de réconciliation nationale ..... 63
Agace ka III : Umugambi w'ukunywanisha abarundi ..... 63

**CHAPITRE IV : LES MOYENS ECONOMIQUES ET FINANCIERS ET LA CONTRIBUTION DES AUTRES ACTEURS A LA SECURITE ..... 65**
**IKIGABANE CA IV : UBURYO BUJANYE N'UBUTUNZI N'INTERERANO Z'ABANDI BAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO ..... 65**
Section I : Budget de l'Etat dans le domaine de la sécurité ..... 65
Agace ka I : Amafaranga Reta itegekanya gukoresha mu gisata c'umutekano ..... 65
Section II : La gouvernance économique ..... 65
Agace ka II: Intwaro ibereye mu vy'ubutunzi ..... 65
Section III : La contribution des autres acteurs à la sécurité ainsi que leurs défis ..... 68
Agace ka III : Intererano z'abandi bari mu nzego za Reta bafise uruhara mu gutsimbataza umutekano hamwe n'intambamyi bahura ..... 68

**CHAPITRE V : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DES ACTEURS NON-ETATIQUES A LA SECURITE ..... 71**
**IGICE CA V : UBURYO BUKENEWE N'INTERERANO Y'ABATARI MU NZEGO ZA RETA MU VYEREKEYE UMUTEKANO ..... 71**
Section I : Les sociétés privées de gardiennage ..... 71
Agace ka I : Amashirahamwe yigenga akora akazi k'ukurarira ..... 71
Section II : Les moyens et la contribution de la société civile à la sécurité ..... 72
Agace ka II : Uburyo bukenewe n'intererano y'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike ..... 72
Section III : La contribution des médias à la sécurité ..... 74
Agace ka III : Intererano z'ibimenyeshamakuru mu vyerekeye umutekano ..... 74

**CHAPITRE VI : LES ASPECTS TRANSVERSAUX DE LA SECURITE ..... 76**
**IGICE CA VI: IBINDI BINTU VYISUNGWA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO ..... 76**
Section I : La lutte contre les armes légères et de petit calibre ..... 76
Agace ka I : Ukurwanya ibirwanisho bihwahutse na bitobito ..... 76
Section II: Le Genre ..... 79
Agace ka II: Iterambere ridakumira ..... 79

**TROISIEME PARTIE : VISION, FONCTIONS, PRIORITES ET COORDINATION STRATEGIQUE ..... 85**
**IKIGABANE CA GATATU : INTUMBERO Y'UMUGAMBI W'UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO, IVYOKORWA UHEREYE KURI BIKURUBIKURU HAMWE N'ITUNGANYWA RYAVYO ..... 85**

**CHAPITRE I : LES OBJECTIFS DE LA STRATEGIE NATIONALE DE SECURITE ET LEURS FONCTIONS STRATEGIQUES ..... 86**
**IGICE CA I: IHANGIRO RY'UMUGAMBI W'IGIHUGU WEREKEYE UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO MU GIHUGU HAMWE N'IVYOKORWA ..... 86**

Section I : Mieux défendre l'intégrité territoriale et la souverainété nationale ; contribuer à la promotion de la paix et de la sécurité internationales ..... 86
Agace ka I: Kurinda neza imbibe n'ubwigenge bw'igihugu hamwe n'ukugira uruhara mu gutsimbataza amahoro n'umutekano mu makungu ..... 86
Section II : Mieux protéger la population ..... 95
Agace ka II : Gukingira neza abanyagihugu ..... 95
Section III : Mieux assurer la permanence des institutions républicaines ..... 102
Agace ka III : Gukingira neza inzego z'igihugu ..... 102

**CHAPITRE II : LES PRIORITES EN MATIERE DE SECURITE ..... 109**
**IGICE CA II : IBITEGEREZWA KURAGURWA IMBERE Y'IBINDI MU VYEREKEYE UMUTEKANO. 109**
Section I : Les priorités nationales ..... 110
Agace ka I : Ibikorwa igihugu gishira imbere y'ibindi ..... 110
Section II : Les priorités définies par les acteurs étatiques ..... 116
Agace ka II : Ibikorwa abafise uruhara mu vyerekeye ugutsimbataza umutekano bari mu nzego za Reta bashira imbere y'ibindi ..... 116
Section III : Les priorités sécuritaires définies par les acteurs non-étatiques ..... 124
Agace ka III : Ibikorwa abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano batari mu nzego za Reta bashira imbere y'ibindi ..... 124

**CHAPITRE III: LES MECANISMES DE MISE EN ŒUVRE, DE COORDINATION ET DE SUIVI-EVALUATION ..... 126**
**IGICE CA III: UBURYO BW'UGUSHIRA MU NGIRO UMUGAMBI W'UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO, UGUTUNGANYA NEZA IBIKORWA, UKUBIKURIKIRANA N'UGUSUZUMA INTAMBWE BIGEZEKO ..... 126**
Section I : La coordination politique de la Stratégie Nationale de Sécurité ..... 126
Agace ka I: Ingene inzego za poritike zitunganya umugambi w'igihugu werekeye ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano ..... 126
Section II : La coordination stratégique et opérationnelle ..... 127
Agace ka II: Ingene abajejwe gukurikiranira hafi ibikorwa vy'ugutsimbataza umutekano babitunganya bakongera bakabirangura ..... 127
Section III : La coordination à la base ..... 130
Agace ka III: Ingene ibikorwa vy'ugutsimbataza umutekano bitunganywa bikongera bikarangurwa n'inzego z'intango ..... 130
Section IV : Le suivi et l'évaluation ..... 131
Agace ka IV: Ugukurikirana ibikorwa vy'ugutsimbataza umutekano n'ugusuzuma intambwe bigezeko 131

**CONCLUSION GENERALE ..... 134**
**UGUSOZERA ..... 134**
Annexe I : Liste des menaces dans la matrice des responsabilités ..... 142
Imperekeza ya I: Urutonde rw'ibigeramira umutekano n'uruhara rw'ubushikiranganji ..... 145
Annexe II. : Liste des menaces revisées et regroupées ..... 170
Imperekeza ya II : Urutonde rw'ibigeramira umutekano vyasubiwemwo kandi vyashizwe mu mirwi ..... 170

## LISTE DES SIGLES ET ABREVIATIONS
## INSIGURO Y'IMPFUNYAPFUNYO Z'AMAJAMBO YAKORESHEJWE

1. ABP : Agence Burundaise de Presse
   Ikigo kijejwe itororokanirizo ry'amakuru mu Burundi
2. ALPC : Armes Légères et de Petit Calibre
   Ibirwanisho bihwahutse na bitobito
3. AMISOM : African Mission in Somalia
   Inteko z'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika z'ukugarukana amahoro muri Somariya
4. API : Appui à la Protection des Institutions
   Umurwi w'Igiporisi ujejwe gukingira inzego
5. ARCT : Agence de Régulation et de Contrôle des Télécommunicaitons
   Igisata kijejwe gucungera n'ugusuzuma ivyerekeye ugutumatumanako amakuru
6. ASBL : Association sans But Lucratif
   Ishirahamwe ridaharanira inyungu z'amafaranga
7. BNUB : Bureau des Nations Unies au Burundi
   Ibiro vy'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU mu Burundi
8. BRIJ : Brigade de Recherche et d'Investigation Judiciaire
   Igiporisi kijejwe gutesha inkozi z'ibibi n'ukugira amatohoza
9. BSPI : Brigade Spéciale Chargée de la Protection des Institutions
   Umurwi w'abajejwe umutekano ukingira inzego z'igihugu
10. CDS : Corps de Défense et de Sécurité
    Inzego z'ukwivuna abansi n'izukubungabunga umutekano
11. CNAP : Commission Nationale Permanente de Lutte Contre la Prolifération des Armes Légères et de Petit calibre
    Umurwi w'igihugu wamaho ujejwe kurwanya irwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito hamwe n'ukubikura mu banyagihugu
12. CEEAC : Communauté Economique des Etats d'Afrique Centrale
    Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vya Afrika yo hagati
13. CENAP : Centre d'Alerte et de Prévention des Conflits
    Ikigo co gutabaza n'ugukinga amatati yaduka

14. CNC : Conseil National de la Communication
Inama y'Igihugu ijejwe ukugenzura ibimenyeshamakuru
15. CEPGL : Communauté Economique des Pays des Grands Lacs
Ishirahamwe ry'ubutunzi rihuza ibihugu vyo mu karere k'ibiyaga binini
16. CIRGL : Conférence Internationale sur la Région des Grands Lacs
Inama mpuzamakungu y'ibihugu vyo mu karere k'ibiyaga binini
17. CNS : Conseil National de Sécurité
Inama Nkuru y'igihugu ijejwe umutekano
18. CNDD : Conseil National pour la Défense de la Démocratie
Umuhari/Umugambwe Inama y'igihugu irwanira demokarasi
19. CNDD-FDD : Conseil National pour la Défense de la Démocratie- Force pour la Défense de la Démocratie/ Umuhari/Umugambwe Inama y'igihugu irwanira demokarasi mu Burundi
20. COMESA : Marché Commun d'Afrique Orientale et Australe
Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika yo mu Buseruko no mu Bumanuko vyoroherezanya mu guhanahana ibidandazwa
21. COPAX : Conseil de Paix et de Sécurité /Inama ijejwe amahoro n'umutekano
22. CSLP : Cadre Stratégique de Lutte Contre la Pauvreté
Umugambi w'Igihugu w'ukurwanya ubukene
23. CTDC : Commission Technique de Désarmement de la Population Civile
Umurwi w'abahinga ujejwe gukura ibirwanisho mu banyagihugu
24. CER : Communauté Economique Régionale
Umuryango w'Ubutunzi hagati y'Ibihugu bisangiye akarere
25. CVR : Commission Vérité et Réconciliation
Umurwi wo gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi
26. DGPNB : Direction Générale de la Police Nationale du Burundi
Ubuyobozi bukuru bw'Igiporisi c'Uburundi.
27. DSS : Développement du Secteur de la Sécurité
Umugambi wo guteza imbere igisata c'umutekano
28. EAC : East African Community
Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko

29. EMG : Etat-Major Général
Ibiro Bikuru vy'Intwaramiheto
30. EASFCOM : Eastern African Standby Force Coordination Mechanism
Inteko z'Ishirahamwe rya Afrika y'Ubuseruko zama zigavye kurwaniriza hamwe umwansi
31. FDN : Force de Défense Nationale
Urwego rw'Igihugu rwo kwivuna abansi
32. GMIR : Groupement Mobile d'Intervention Rapide
Umurwi w'igiporisi ujejwe gutabara ningoga na ningoga
33. GNEP : Gestion Négociée de l'Espace Public
Ingendo yo guhera ku mwumvikano imbere yo gukoresha inguvu za giporisi.
34. GR : Groupe de réflexion
Umurwi w'uguhanahana ivyiyumviro
35. GSS : Groupe Sectoriel de Sécurité
Umurwi ujejwe igisata c'umutekano
36. IGEBU : Institut Géographique du Burundi
Ikigo kijejwe ivyerekeye indondabihugu n'ugukurikirana ihindagurika ry'ibihe mu Burundi
37. MDE : Mémorandum d'Entente : Amasezerano y'ugufashanya
38. MDNAC : Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants
Ubushikiranganji bw'Ukwivuna abansi n'ugukurikirana abahoze ku rugamba
39. MCEA : Ministère à la Présidence Chargé de la Communauté Est-Africaine
Ubushikiranganji bwo mu biro kwa Perezida bujejwe umuryango w'Ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko
40. MFPDE : Ministère des Finances et de la Planification du Développement Economique
Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta no gutegekanya iterambere ry'Ubutunzi
41. MINAGRIE : Ministère de l'Agriculture et de l'Elevage
Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi
42. MINUAD : Mission de l'Union Africaine au Darfour
Inteko z'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika muri Darefuru

43. MINEEATU : Ministère de l'Eau, de l'Environnement, de l'Aménagement du Territoire et de l'Urbanisme
Ubushikiranganji bw'amazi, ibidukikije, itunganywa ry'amatongo n'iterambere ry'ibisagara

44. MINUSTAH : Mission des Nations Unies pour la Stabilisation en Haïti
Inteko z'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU z'ugutsimbataza amahoro mu gihugu ca Hayiti

45. MSP : Ministère de la Sécurité Publique
Ubushikiranganji bw'umutekano mu gihugu

46. MSPLS : Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le Sida
Ubushikiranganji bw'Amagara y'abantu n'Ukurwanya ikiza Sida

47. MRECI : Ministère des Relations Extérieures et de la Coopération Internationale
Ubushikiranganji bw'Imigenderanire n'Ugufashanya n'Amakungu

48. MT.PTE : Ministère des Travaux Publics, des Transports et de l'Equipement
Ubushikiranganji bw'ibikorwa vya Reta, ugutwara abantu n'ibintu n'ibikoresho vya Reta

49. OCDE : Organisation de Coopération et de Développement Economique
Ishirahamwe mpuzamakungu ry'Ugufashanya mw'Iterambere ry'Ubutunzi

50. ONU : Organisation des Nations Unies
Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU

51. ONUCI : Opération des Nations Unies en Côte d'Ivoire
Inteko z'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU mu gihugu ca Côte d'Ivoire.

52. PAFE : Police de l'Air des Frontières et des Etrangers
Ibiro bijejwe kugenzura ikirere n'imbibe

53. PMPA : Partis et Mouvements Politiques Armés
Imigambwe n'Imihari ya Poritike yafashe ibirwanisho

54. PM-PM : Police des Mineurs et de Protection des Mœurs
Igiporisi gikingira abana, imigenzo n'imico kama

55. PNB : Police Nationale du Burundi
Igiporisi c'Uburundi

56. PNDR : Programme National de Démobilisation, Réinsertion et Réintégration
Umugambi w'igihugu ujejwe gusubiza mu buzima busanzwe, abahora barwana n'abahora mu nzego z'igisirikare n'iz'umutekano

57. PNG : Politique Nationale Genre
Umugambi w'igihugu werekeye iterambere ridakumira

58. PSR-SR : Police Spéciale de Roulage et de la Sécurité Routière
Igiporisi kijejwe ukugenzura uruja n'uruza n'umutekano ku mabarabara

59. R.D.C : République Démocratique du Congo
Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo

60. RGPH : Recensement Général de la Population et de l'Habitat
Rusansuma rw'abantu n'uburaro

61. RSS : Réforme du Secteur de Sécurité
Umugambi w'ukunagura igisata c'umutekano

62. RTNB : Radio-Télévision Nationale du Burundi
Insamiriza n'imboneshakure vy'Uburundi

63. SIGEFI : Système Intégré de Gestion des Finances
Uburyo bubereye bw'ugutunganiriza hamwe amafaranga ya Reta

64. SNR : Service National de Renseignement
Urwego rw'igihugu rujejwe igendereza

65. U.A : Union Africaine
Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika

66. UAD : Unité Anti-Drogue
Umurwi w'ukugwanya ibiyayuramutwe

67. UAT : Unité Anti-Terroriste
Umurwi ujejwe kurwanya iterabwoba

68. UDP : Unité de Lutte Contre la Délinquance Policière
Umurwi urwanya ubukozi bw'ikibi bukorwa n'Abaporisi batirimuka ku mategeko

69. UE : Union Européenne
Ishirahamwe ry'ibihugu vya Buraya.

## GLOSSAIRE

- *Stratégie* : art de diriger et coordonner l'action de l'ensemble des forces politiques, militaires et policières, économiques, financières, etc pour atteindre un objectif donné.

- *Le concept de sécurité humaine* est décrit comme ayant deux aspects principaux : d'une part, la protection contre les menaces chroniques, telles que la famine, la maladie et la répression et, d'autre part, la protection contre tout événement brutal susceptible de perturber la vie quotidienne[1].

- *La sécurité alimentaire*, signifie que toute personne a accès matériel et économique à la nourriture et à tous moments. Personne n'est confronté à la menace de la faim et de la famine.

- *La sécurité économique* suppose la garantie d'un revenu minimum, qui provient d'un travail productif et rémunéré ou qui peut être versé par un système de protection financé par les pouvoirs publics.

- *La sécurité sanitaire* est l'accès aux soins médicaux et à de meilleures conditions sanitaires et à faire face aux blessures et maladies.

## INSIGURO Y'AMAJAMBO

- *Umugambi* : Ubuhinga bwo kurongora no gutunganya neza ibikorwa vy'inzego za poritike, iz'igisirikare n'iz'igiporisi, izijejwe ivy'ubutunzi n'ibindi, kugira ngo igihugu gishike kw'ihangiro cihaye.

- *Umutekano w'umuntu mu buzima bwiwe bwa minsi yose*, usigurwa mu buryo bubiri : ku ruhande rumwe, hari ukumukingira ivyomubangamira vyose, nk'ikigoyi, indwara n'ugutotezwa, ku rundi ruhande na ho, hari ukumukingira ico cose coshika giturumbuka kigashobora guhungabanya ubuzima bwiwe bwa misi yose.

- *Umutekano mu bijanye n'ibifungurwa* bisigura ko umuntu uwo ari we wese aronka igihe cose imfugurwa zikwiye, aziyimburiye canke akaba ashobora kuzisumira. Ico gihe nta n'umwe ageramirwa n'inzara canke ikigoyi.

- *Umutekano mu bijanye n'ubutunzi* urangwa n'ukuronka amafaranga y'ivyankenerwa avuye mu gikorwa gitanga umwimbu, umushahara canke agatangwa n'ikigega ca Reta kigenewe gufasha.

- *Umutekano mu bijanye n'amagara y'abantu* ni ubushobozi bwo kwivuza mu buryo bubereye no kutabangamirwa n'indwara.

[1] Sécurité humaine : clarification du concept et approches par les organisations internationales, quelques repères, Document d'information, Janvier 2006, p.7. Le concept de la sécurité humaine comprend sept dimensions qui sont la sécurité économique, alimentaire, sanitaire, environnementale, politique, personnelle et communautaire tels que définis ci-haut

- *La sécurité environnementale* affronte les menaces de pollution, de dégradation de l'environnement et de l'épuisement des ressources mettant en danger la survie des personnes.

- *La sécurité politique* est l'absence de la répression et de l'arbitraire afin de garantir le respect des droits et libertés fondamentaux de chaque individu.

- *Acteurs de sécurité* : tous les acteurs qui influencent la qualité de la gouvernance du secteur de sécurité, y compris le secteur de sécurité lui-même, ainsi que les organisations de sécurité non-étatiques et les acteurs de la société civile.[2]

- *Secteur de sécurité* : Toutes les institutions responsables de protéger l'Etat et sa population. Ce secteur comprend les forces armées, la police et les services de renseignements, les ministères et les départements connexes et les organes de contrôle du gouvernement.

- *Contrôle du secteur de sécurité* : examen indépendant des questions opérationnelles et de gouvernances relatives au secteur de sécurité par les autorités élues, les institutions indépendantes de responsabilité et la société civile.

- *Umutekano mu bijanye n'ibidukikije* werekeye ivyo vyose bishobora gutosekaza no gutitura ibidukikije, ibihonya amatungo kama, bikabangamira ubuzima bw'abantu.

- *Umutekano mu bijanye na poritike* urangwa n'uko ata muntu atotezwa canke ngo apfungirwe ubusa, mu nzira yo kwubahiriza agateka n'uburenganzira bwa kiremwa muntu.

- *Abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano*, ni abo bose bashinzwe ivyerekeye umutekano, harimwo inzego za Reta, amashirahamwe atari mu nzego za Reta akora akazi ko kurarira hamwe n'ayandi mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike.

- *Igisata c'umutekano* gihurikiwemwo n'inzego zose zijejwe gukingira igihugu n'abakibamwo. Ico gisata kigizwe n'igisirikare, igiporisi, n'ibiro vy'igendereza, ubushikiranganji n'inzego zijejwe kugenzura ibikorwa vya Reta.

- *Ukugenzura igisata c'umutekano* : ni ukwihweza mu bwigenge ibibazo vyerekeye irangurwa ry'ibikorwa bijanye n'igisata c'umutekano n'uko hari intwaro ibereye muri ico gisata. Ico gikorwa kikaba kirangurwa n'abatowe n'abanyagihugu, inzego zigenga zibifisemwo uruhara hamwe n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike.

---

[2] Cette définition et celles qui suivent sont tirées du Manuel *La Gouvernance du Secteur de Sécurité en Afrique,* Nicole Ball et Kayode Fayemi, 2004

- *Réforme du secteur de sécurité :* changements fragmentaires et isolés du secteur de sécurité qui se limitent aux changements de doctrine, à l'amélioration de l'efficacité opérationnelle et aux politiques de réduction des coûts.

- *Inagurwa ry'igisata c'umutekano* : ni ihinduka ry'ibice bimwebimwe mu gisata c'umutekano, rihagaze ku kuroranya inyigisho nshingiro, ugutuma ibikorwa vy'umutekano birangurwa neza kuruta kandi hakoreshejwe uburyo bugereranye.

## PREFACE

La sécurité du pays est au centre des préoccupations du Gouvernement du Burundi depuis la mise en place des institutions démocratiques issues des élections libres et transparentes, respectivement en 2005 et 2010. L'environnement sécuritaire en perpétuelle mutation nous oblige à nous adapter aux nouveaux défis et menaces à la sécurité nationale, et à préserver la cohérence des réponses à y apporter dans une conjoncture de plus en plus complexe, dans la mesure où la sécurité n'est plus l'apanage des seuls Corps de Défense et de Sécurité.

Le présent document offre un cadre stratégique qui informe sur le contexte de sécurité et sert de guide dans la détermination des priorités à prendre en compte par les intervenants du secteur de sécurité en ayant à cœur les objectifs fixés.

La Stratégie Nationale de Sécurité se base sur l'analyse des menaces dans l'actuel contexte géopolitique, et met en exergue le rôle et les contributions de l'activité politique, diplomatique et militaire. La synergie dans l'action contribue à l'effort permanent d'assainir l'environnement sécuritaire en vue de créer des conditions favorables au développement harmonieux et à la cohésion sociale. Les principaux acteurs étatiques et non étatiques sont identifiés dans la perspective de la promotion de cette synergie qui se veut efficace dans le cadre de la vision commune qui devra éclairer l'action des divers intervenants en matière de sécurité.

## IJAMBO RYO GUSHIKIRIZA

Kuva hagiyeho inzego zavuye mu matora yabaye ata gahato kandi ku mugaragaro mu mwaka wa 2005 no mu mwaka wa 2010, umutekano w'igihugu wabaye umwitwarariko nyamukuru wa Reta y'Uburundi. Kubera yuko ibibangamira umutekano vyama biriko birahindagurika, dutegerezwa kwama tugavye, tukihutira kubitorera inyishu, vyongeye tukamenya ko ivyo bibazo bitaraba inzego z'ukwivuna abansi n'izijejwe kubungabunga umutekano gusa, ariko biraba abanyagihugu bose.

Iki gitabu gituma tumenya uburyo n'ubuhinga bw'ugutsimbataza umutekano, kigafasha abafise uruhara muri ico gisata gutomora neza ibikorwa vyokwama bishirwa imbere mu kwitwararika ko hashikwa kw'ihangiro igihugu cihaye.

Umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano ufatiye ahanini ku guca hirya no hino ivyo vyose bishobora kubangamira umutekano, vyaba ibiturutse mu gihugu canke mu karere Uburundi burimwo, ukerekana ingene uruhara n'intererano z'abajejwe ivya poritike, ivy'imigenderanire n'amakungu n'ivy'igisirikare ari ntangere. Abafise uruhara bose mu vyerekeye umutekano basenyeye ku mugozi umwe, bituma umutekano utsimbatara, iterambere n'umubano mwiza mu barundi bigasasagara. Abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano, baba abari mu nzego za Reta canke abatari muri zo, uyu mugambi waratomoye neza uruhara rw'umwumwe wese mu ntumbero yo gukorana neza kugira babone ibintu kumwe, bigatuma bamenya neza ivyo bakwiye gukora.

Le but de cette stratégie de sécurité est de créer un environnement sécuritaire propice à la mise en œuvre du Cadre Stratégique de Lutte contre la Pauvreté, car sans sécurité, il n'y a pas de développement. La consolidation de la paix et de la sécurité constitue donc un axe clé dans la poursuite des Objectifs du Millénaire pour le Développement et de la Vision 2025. La réalisation de ces objectifs exige une très bonne collaboration entre tous les partenaires de développement du secteur de sécurité.

Compte tenu de l'étendue du secteur de la sécurité, un effort particulier devra être mis dans la coordination et le suivi de la mise en œuvre de cette stratégie, tout en veillant à l'implication, à juste titre, des acteurs non étatiques dans la réalisation de l'objectif commun dont la finalité est la paix et la prospérité pour tous.

**Le Président de la République du Burundi**

**Pierre NKURUNZIZA (Sé)**

**Le 30 Juin 2013**

Ihangiro ry'uwo mugambi ni iryo gutsimbataza umutekano mu gihugu, na vyo bigatuma Umugambi wo kurwanya ubukene ushobora gushirwa mu ngiro, kuko ahatari umutekano, ata terambere riharangwa. Ugutsimbataza amahoro n'umutekano rero, ni inkingi nyamukuru ituma ya migambi y'ikimpumbi yerekeye iterambere, hamwe n'Umugambi murikiraburundi gushika mu mwaka wa 2025 ("Vision 2025") ishobora kubandanya ishirwa mu ngiro. Irangurwa ry'iyo migambi risaba ko abafise uruhara bose mw'iterambere ry'igisata c'umutekano bakora basenyera ku mugozi umwe.

Kubera ko ibijanye n'umutekano vyerekeye ibisata nka vyose vy'igihugu, hazotegerezwa kugirwa akigoro kadasanzwe gashimikiye ku gutunganya neza ibikorwa bijanye n'uwo mugambi no mu gukurikirana ingene birangurwa, mu kwitwararika na ntaryo ko abafise uruhara rwo gutsimbataza umutekano bari mu nzego za Reta n'abatari muri zo bahurira ku ntumbero imwe, na vyo bikazotuma haba amahoro n'iterambere birama kuri bose.

**Umukuru w'Igihugu c'Uburundi**

**Petero NKURUNZIZA**

**Ku wa 30 Ruheshi 2013**

## INTRODUCTION GENERALE

Le Conseil National de Sécurité, en vertu de l'Article 277 de la Constitution, est « un organe consultatif chargé d'assister le Président de la République et le Gouvernement dans l'élaboration de la politique en matière de sécurité, dans le suivi de la situation du pays en matière de sécurité et dans l'élaboration des stratégies de défense, de sécurité et de maintien de l'ordre». C'est dans le cadre de la mise en œuvre de cette mission, que Son Excellence le Président de la République et Président du Conseil National de Sécurité a, par le Décret N°100/230 du 21 août 2012, mis en place une Commission chargée de l'élaboration du projet de la Stratégie Nationale de Sécurité.

La sécurité du pays étant la première priorité de la politique du gouvernement, les raisons principales de ce document de référence sont de:

a. S'assurer que le gouvernement aborde et traite toutes les menaces à la sécurité de manière complète (menaces politiques, économiques, sociales et environnementales) ;

b. Guider et orienter la mise en œuvre des politiques sectorielles par le choix des priorités, qui cadrent bien avec le Cadre Stratégique de Lutte contre la Pauvreté II (CSLPII) ;

c. Coordonner les acteurs de sécurité en privilégiant les actions en synergie pour mieux protéger le pays, la population, et les institutions ;

## INTANGAMARARA

Nk'uko ingingo ya 277 y'Ibwizizwa Shingiro ibitomora, Inama Nkuru y'Igihugu ishinzwe umutekano ni « Urwego mpanuzwajambo rujejwe kwunganira Umukuru w'Igihugu na Reta mw'itegurwa rya poritike y'igihugu yerekeye umutekano, mw'ikurikiranwa ry'umutekano urangwa mu gihugu, no mw'itegurwa ry'imigambi yo kwivuna abansi, hamwe no mu kubungabunga n'ugutsimbataza umutekano ». Ni muri iyo ntumbero Nyene Icubahiro Umukuru w'Igihugu akaba n'Umukuru w'Inama Nkuru y'Igihugu ishinzwe umutekano yashize umukono kw'itegeko inomero 100/230 ryo ku wa 21 Myandagaro 2012, rishinga Umugwi ujejwe gutegura Umugambi w'igihugu werekeye ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano.

Kubera ko umutekano w'igihugu ari co gikorwa Reta ishira imbere y'ibindi muri poritike, imvo nyamukuru zatumye uyu mugambi utegurwa ni izi zikurikira:

a. Gutuma Reta ishobora gutorera inyishu ivyo vyose bibangamira umutekano ata gisizwe inyuma (ibikomoka ku mvo za poritike, iz'ubutunzi, iz'imibano n'iz'ibidukikije) ;

b. Gutanga intumbero mu kwerekana ingene imigambi yashizwe imbere y'iyindi mu bisata bitandukanye yorangurwa hisunzwe Umugambi wa kabiri wo kurwanya ubukene (CSLPII) ;

c. Gutunganya neza ibikorwa vy'abo bose bafise uruhara mu gisata c'umutekano mu ntumbero yo gutuma basenyera ku mugozi umwe kugira bakingire neza igihugu, inzego zaco n'abakibamwo bose ;

d. Augmenter l'efficacité du secteur de sécurité en optimisant les contributions de tous les acteurs de la sécurité ;

e. Améliorer la confiance avec les partenaires, la coopération régionale et internationale.

Le concept de sécurité est global, il comprend aussi bien la sécurité étatique que la sécurité humaine et doit être conçue sur une base élargie : locale, nationale, régionale, transnationale et internationale. Le respect des droits de l'homme et des libertés fondamentales, de la démocratie et de la primauté du droit ainsi que la performance des domaines socio-économiques et environnementaux forment les piliers de la sécurité globale du pays. Ces facteurs jouent un rôle important dans la prévention de l'apparition des menaces.

Dans son rapport[3] pour le développement humain de 1994, l'Organisation des Nations Unies considère la sécurité comme un droit fondamental et une condition essentielle de tout développement durable des sociétés.

Ainsi, l'approche exhaustive de ce document de référence est d'abord le fruit des contributions de plusieurs acteurs et intervenants en matière de sécurité: les acteurs étatiques des différents ministères et le Parlement, les acteurs non-étatiques tels que la société civile et les médias. Deux consultants, national et international, ont été sollicités pour appuyer ces travaux. Ensuite, une documentation très fouillée et des consultations à tous les niveaux ont contribué à son élaboration; le

[3]*Rapport mondial sur le développement humain 1994,* Paris, Economica, chapitre 2 intitulé «Les nouvelles dimensions de la sécurité humaine», pp. 23-26

d. Gukomeza igisata c'umutekano mu kwongereza ubushobozi bw'abo bose bafise uruhara mu gutsimbataza umutekano ;

e. Gukomeza ubucuti n'ukwizerana hagati ya Reta n'abafashanya na yo mu gisata c'umutekano haba ku rwego rw'akarere no mu makungu.

Umutekano werekeye ibisata vyose vy'igihugu hamwe n'umuntu muri rusangi. Vyongeye, ibikorwa vy'umutekano bitunganywa guhera ku nzego z'intango gushika ku nzego z'igihugu mbere n'iz'akarere hamwe n'iz'amakungu. Ugusonera agateka ka zina muntu, ugushigikira intwaro ya demokarasi, ugushira imbere amategeko hamwe no guteza imbere ibisata vy'imibano, vy'ubutunzi n'ivy'ibidukikije, ni vyo bigize inkingi z'umutekano mu gihugu. Ivyo vyose birafise uruhara ntangere mu gukinga ivyaduka n'iterabwoba.

Mu cegeranyo c'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU co mu 1994, cerekeye iterambere ry'abantu, iryo shirahamwe riremeza ko umutekano ari uburenganzira ngenderwako bwa kiremwa muntu. Vyongeye, umutekano ni ryo shingiro ry'iterambere rirama ry'abanyagihugu.

Nkako, mu gutegura uyu mugambi, hafatiwe ku ntererano za benshi baba abakora mu gisata c'umutekano, mu bushikiranganji butandukanye, abatowe n'abanyagihugu bari mu Nama Nshingamateka no mu Nama Nkenguzamateka, abatari mu nzego za Reta nk'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike n'abamenyeshamakuru. Umurwi wateguye iki gikorwa warabajije hirya no hino, uratororokanya amakuru yose akenewe ufashijwe n'abahinga

consensus a guidé tout le processus de la confection du document.

La Stratégie Nationale de Sécurité est alors une approche globale basée sur la compréhension du contexte général et sur l'examen des forces disponibles ainsi que des faiblesses en vue de résoudre un problème, en l'occurrence, améliorer la sécurité globale du pays. Il s'agit du premier document intégré qui prévoit la manière dont le Burundi entend répondre aux besoins de sa sécurité.

Ce document fait surtout appel à la connaissance du contexte général de la sécurité, l'analyse systématique des menaces au pays, les moyens et la contribution des différents acteurs à la sécurité afin de mieux appréhender la vision, les priorités nationales ainsi que la coordination stratégique du secteur de sécurité.

babiri, umurundi n'umunyamahanga. Ico gikorwa cakozwe mu guhanahana ivyiyumviro no mu mwumvikano ntangere.

Umugambi w'Igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimataza umutekano ni ingendo ishingiye ku kumenya uko umutekano wifashe mu bisata vyose vy'igihugu, ubushobozi gifise n'intege nke zaco kugira gishobore gutorera inyishu ingorane z'umutekano muri rusangi. Ni igitabu ca mbere canditswe kirimwo ibiraba umutekano vyose kandi kigategekanya ingene igihugu c'Uburundi cotorera inyishu ibibazo vyose biraba umutekano.

Uwo mugambi usobanura ivyerekeye umutekano muri rusangi, mu guca irya n'ino ibigeramira igihugu, uburyo igihugu gifise n'intererano y'abo bose bafise uruhara mu vy'umutekano kugira ngo hagaragazwe neza intumbero ya Reta, n'ibikorwa yashize imbere mu gutunganya neza igisata c'umutekano.

# PREMIERE PARTIE :

# LE CONTEXTE GLOBAL DE LA SECURITE AU BURUNDI

# IKIGABANE CA MBERE :

# IBIHE BIKURUBIKURU VYARANZE UMUTEKANO MU BURUNDI

# CHAPITRE I : LE CONTEXTE POLITIQUE ET DIPLOMATIQUE

## SECTION I : LE CONTEXTE POLITIQUE

Le Burundi est entouré au Nord par la République du Rwanda, au Sud et à l'Est par la République Unie de Tanzanie et à l'Ouest par la République Démocratique du Congo (RDC).

Sur le plan social, le Burundi comprend trois ethnies : Hutu, Tutsi et Twa parlant le kirundi comme langue maternelle et le français comme langue officielle. Les autres langues, l'anglais et le swahili sont utilisées par la Communauté Est-Africaine et les milieux d'affaires. Suivant leurs croyances, les Barundi sont : Catholiques, Protestants et Musulmans.

### I.1. Période précoloniale et coloniale

Le Burundi précolonial est dirigé par un système monarchique. Tous les groupes ethniques faisaient allégeance au même monarque, le Mwami. Ils croyaient en un seul Dieu « Imana », avaient la même culture et la même langue, le kirundi et cohabitaient sur un même territoire.

Pendant l'époque précoloniale, la défense du territoire était assurée par l'armée du roi appelée« Ingabo z'Umwami ». Elle était multi ethnique, solidaire, unie (Abadasigana) et toujours au service de la nation.

Avec la colonisation, l'armée mise en place était au service de l'occupant dont elle devrait garantir la protection, elle n'était pas redevable devant la population burundaise.

# IGICE CA I : IBIHE VYARANZE PORITIKE HAMWE N'IMIGENDERANIRE Y'UBURUNDI N'AMAKUNGU

## AGACE KA I: IBIHE VYARANZE PORITIKE.

Igihugu c'Uburundi gikikujwe n'igihugu ca Repuburika y'Urwanda mu buraruko, igihugu ca Repuburika ya Tanzaniya mu buseruko no mu bumanuko hamwe n'igihugu ca Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo (RDC) mu burengero.

Ku vyerekeye imibano, mu Burundi hari amoko atatu: Abahutu, Abatutsi n'Abatwa bavuga ururimi rumwe rw'ikirundi, rukaba ari na rwo rurimi kavukire, ururimi rw'igifaransa na rwo rugakoreshwa mu ntwaro no mu kazi. Igiswahiri n'icongereza na zo zigakoreshwa mw'Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afirika y'Ubuseruko hamwe no mu budandaji. Mu vyerekeye ukwemera, hari idini rya Katorika, ay'Abaporoti n'idini rya Isiramu.

### I.1. Igihe c'imbere y'umuzo w'abakoroni n'igihe c'intwaro y'abakoroni.

Imbere y'umuzo w'abakoroni Uburundi bwatwarwa n'ingoma ya cami. Amoko yose yayoboka umutegetsi umwe ari we Mwami. Bemera Imana imwe, bafise imico n'imigenzo kama imwe, bavuga ururimi rumwe rw'ikirundi, bakabana mu gihugu kimwe ata wandya wangura.

Mu gihe c'imbere y'umuzo w'abakoroni, imbibe z'igihugu zakingirwa n'Ingabo z'Umwami. Zari zigizwe n'amoko yose, zigasenyera ku mugozi umwe, ari naco gituma zitwa « Abadasigana », zigashira imbere inyungu z'igihugu.

Mu gihe c'intwaro ya gikoroni, igisirikare cari kihari cakorera kandi kigakingira abakoroni, nticitaho ineza y'abarundi.

### I.2. De l'indépendance à la restauration de la démocratie (1962-1993)

A la veille de l'indépendance en 1961, le colonisateur, sentant son pouvoir menacé, a intensifié les manœuvres divisionnistes et orchestré des luttes sociopolitiques. Malgré l'assassinat du Leader de l'indépendance le Prince Louis RWAGASORE en 1961 ; le Burundi a accédé à son indépendance dans la paix et concorde nationale en 1962.

Après l'indépendance, l'Armée et la Gendarmerie créées pour défendre le territoire et les institutions n'ont pas intégré les valeurs démocratiques. Elles ont agi par des coups d'Etat et son seul souci était la protection de l'autorité qui avait pris le pouvoir par la force et non la population.

Les régimes militaires qui se sont succédés ont accentué une politique d'exclusion et de marginalisation de certains citoyens dans les domaines clés de la vie nationale. La fusion de l'Armée et de la Gendarmerie qui avait eue lieu le 7 mars 1967 n'a pas non plus contribué à la réduction des violations des droits de l'homme.

### I.3. Le basculement du pays dans la guerre civile et le processus du retour à la paix (1993-2005)

En 1993, toute la communauté régionale et internationale félicitait le Burundi pour avoir organisé des élections indépendantes, libres et transparentes dans le calme, la paix et la sécurité. Ces élections ont été gagnées haut la main par le Parti Sahwanya FRODEBU.

L'assassinat du Président Melchior NDADAYE par certains éléments de l'armée, trois mois après son investiture à la magistrature suprême, plongea le

### I.2. Kuva Uburundi bwikukiye gushika hagarutse intwaro ya demokarasi (1962-1993).

Mu mwaka wa 1961, buca haboneka intahe y'ukwikukira, umukoroni abonye ko ubutegetsi bwiwe bugeramiwe, yaciye arushirizaho gucanishamwo abarundi abicishije mu moko, mu miryango, mu migambwe mbere no mu mibano. Naho baciye bagandagura uwaharaniye intahe y'ukwikukira, Umuganwa Ludoviko RWAGASORE mu 1961, Uburundi bwarashikiriye intahe y'ukwikukira mu mahoro n'umutekano mu mwaka wa 1962.

Uburundi bumaze kuronka intahe y'ukwikukira, igisirikare n'ikijandarume vyari vyashinzwe kugira ngo bikingire igihugu n'inzego zaco, ntivyaranzwe n'akarangamutima k'intwaro ya demokarasi. Vyaranzwe ahubwo n'ukuja birasenyura inzego z'ubutegetsi, bikarazwa ishinga n'ugukingira abafashe ubutegetsi ku nguvu aho gukingira abanyagihugu.

Intwaro za gisirikare zagiye zirakurikirana zarasongereye isibe mu kwisunga poritike y'ugukumira abanyagihugu bamwebamwe mu bisata nyamukuru vy'ubuzima bw'igihugu. Ivangwa ry'igisirikare n'ikijandarume ryabaye kw'igenekerezo rya 7 Ntwarante 1967 nta co ryafashije mu kugabanya ihohoterwa rya kiremwa muntu.

### I.3. Ukurwa mu kaga k'intambara hagati y'abenegihugu n'umugambi wo kugarukana amahoro (1993- 2005).

Mu 1993, ibihugu vyo mu karere, eka mbere n'amakungu vyarakeje Uburundi ku ntambwe bwateye mu gutunganya amatora yabaye ku mugaragaro, mu mwidegemvyo, mu mutekano n'amahoro. Ayo matora, umugambwe Sahwanya FRODEBU ni wo wayatsinze izuba riva.

Igandagurwa ry'Umukuru w'Igihugu Nyenicubahiro Merikiyoro NDADAYE, ryakozwe na bamwe mu ntwaramiheto, haciye amezi atatu gusa ashikirijwe

pays dans la désolation et dans une crise sans précédent. Cette crise a été à l'origine de la dégénérescence de tous les secteurs de la vie nationale y compris les Corps de Défense et de Sécurité.

**I.4. Le régime post-transition (2005-2010)**

L'année 2004 fut marquée par des activités intenses dans le cadre du renforcement de la paix et de la préparation des élections libres et démocratiques. Le processus de paix a bénéficié d'un appui soutenu de la part de tous les partenaires au niveau régional et international et a pu aboutir au référendum constitutionnel organisé le 28février 2005. Cette constitution a permis l'organisation des élections locales, législatives et présidentielles.

Le nouveau régime issu des élections remportées par le parti CNDD-FDD s'est donné comme priorité le renforcement de la sécurité et c'est dans ce cadre qu'un accord de cessez-le-feu avec le FNL fut signé en septembre 2006.

Le processus d'intégration au sein des Etat-Majors Intégrés des Corps de Défense et de Sécurité a contribué à la création de structures harmonisées sous une bannière et commandement unique et obéissant à la même loi. Les résultats atteints sont éloquents et témoignent à suffisance la volonté commune des anciens belligérants de tourner la page et écrire une nouvelle histoire des CDS.

Bien que l'intégration ait été une réussite ; les nouveaux CDS connaissent encore des défis liés à la professionnalisation, à la bonne gouvernance et à l'encadrement des anciens combattants.

ubutegetsi bw'igihugu, ryasutse igihugu mu kaga, mu marira n'amaganya bitagira izina. Ayo magume yabaye intandaro y'ugusambuka kw'ibisata nka vyose bigize ubuzima bw'igihugu harimwo n'inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano.

**I.4. Intwaro y'inyuma y'igihe c'intwaro mfatakibanza (2005- 2010).**

Umwaka wa 2004 waranzwe n'ibikorwa vyinshi mu ntumbero y'ugutsimbataza amahoro n'ugutunganya amatora mu mwidegemvyo kandi yubahiriza demokarasi. Umugambi w'amahoro warashigikiwe bimwe biboneka n'abafasha Uburundi bose haba ku rwego rw'akarere no ku rwego mpuzamakungu, uraheza uturonsa Ibwirizwa Shingiro ryemejwe n'abanyagihugu kw'igenekerezo rya 28 Ruhuhuma 2005. Iryo Bwirizwa Shingiro ryatumye haringanizwa amatora yo mu makomine, ay' Abashingamateka, ay'Abakenguzamateka n'ay'Umukuru w'Igihugu.

Intwaro nshasha ivuye mu matora yatsinzwe n'umugambwe CNDD-FDD, yashize ugustimbataza umutekano imbere y'iyindi migambi. Ni muri iyo ntumbero amasezerano y'uguhagarika intambara hagati ya Reta y'Uburundi n'umuhari wari ukirwana FNL, yateweko igikumu muri Nyakanga mu 2006.

Ishingwa ry'Ibiro Bikuru vy'inzego z'ukwivuna abansi n'izijejwe kubungabunga umutekano bihurikiyemwo abahora barwana vyatumye hashingwa inzego zitegekwa na Kizigenza umwe kandi zikagengwa n'amategeko amwe. Ivyashistweko ni vyinshi kandi birerekana neza ishaka ryo gusubiza hamwe kw'abahora barwana mu kwibagira akahise no mu kwubaka inzego nshasha z'umutekano.

Naho ukwubaka inzego z'umutekano nshasha bigeze ku ntambwe ishimishije, izo nzego ziracafise intambamyi zimwezimwe, nk'izijanye n'ukutagira ubuhinga n'ubumenyi buhagije, nk'izerekeye intwaro ibereye n' iz'ugukurikiranira hafi abahoze ku rugamba.

Le régime en place a organisé depuis mai 2010 les élections générales libres et démocratiques qui ont été remportées par le parti CNDD-FDD.La contestation de ces élections par certains partis politiques a créé un climat de méfiance dans le paysage politique burundais qui tend à se dissiper avec le dialogue entre tous les partenaires politiques et autres acteurs.

Kuva muri Rusama mu 2010, intwaro yari ihari yaratunganije amatora yitabwe n'abanyagihugu benshi. Ayo matora yabaye ata gahato kandi yubahirije ingendo ya demokarasi, yatsinzwe n'umugambwe CNDD- FDD. Icuka ca poritike nticabandanije kuba ciza kubera yuko imigambwe imwimwe itashimishijwe n'ivyavuye mu matora. Ico cuka cagiye kiravaho buhorobuhoro kubera ibiganiro vyagiye biragirwa hagati y'abegwa na poritike bose n'abandi babifisemwo uruhara.

## SECTION II : LE CONTEXTE DIPLOMATIQUE (1962-2013)

## AGACE KA II: IVYARANZE IMIGENDERANIRE Y'UBURUNDI N'AMAKUNGU (1962- 2013).

### II.1. Les enjeux de la diplomatie burundaise sous le régime monarchique du Burundi indépendant (1962-1966)

Au cours de cette période, le Royaume du Burundi a inscrit à son actif un certain nombre de réalisations dont l'établissement des relations diplomatiques avec les partenaires étrangers, la signature de plusieurs accords de coopération et un rayonnement diplomatique dans les fora internationaux, notamment à l'ONU et à l'OUA.

Cependant, les absences prolongées du Roi MWAMBUTSA IV, l'assassinat du Premier Ministre Pierre NGENDANDUMWE, les tentatives de putsch, les événements sanglants de BUSANGANA, les changements intermittents à la tête du Ministère des Affaires Etrangères ont affecté le fonctionnement diplomatique.

C'est ce qui, entre autre, explique le coup d'Etat intervenu le 28 novembre 1966 et la nature des orientations de la diplomatie burundaise qui s'en sont suivies.

### II. 1. Imigenderanire y'Uburundi n'amakungu mu gihe c'intwaro ya cami Uburundi bumaze kwikukira (1962- 1966).

Muri ico kiringo, ingoma y'Uburundi yaritaye ku rutare mu kurangura ibikorwa bitari bike, harimwo ugutanguza imigenderanire n'ugufashanya n'ayandi makungu, ugushira umukono ku masezerano y'ugufashanya atari make no mu guserukirwa mu nama mpuzamakungu ONU hamwe no mw'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika OUA.

Ariko, kubera ko Umwami MWAMBUTSA IV yamaze igihe kinini atari mu Burundi bikunyugwa n'igandagurwa ry'Umushikirangoma wa mbere Petero NGENDANDUMWE, tutibagiye ukugera amajanja itembagazwa ry'ubutegetsi biciye mu gikenye vyabaye akatari gake, n'amakuba yatumye haseseka amaraso i BUSANGANA, tudasize inyuma ihindagurika ryama ryabaye mu burongozi bw'Ubushikirangoma bw'Imigenderanire n'ibindi bihugu, vyaratumye ivyerekeye imigenderanire bitagenda neza.

Ivyo ni vyo vyoba bisigura ugutembagazwa kw'intwaro ya cami hakoreshejwe igikenye vyabaye kw'igenekerezo rya 28 Munyonyo 1966, vyakurikiwe n'ihinduka ry'intumbero y'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu.

## II.2. La diplomatie burundaise sous le régime du parti unique (1966-1993)

Pendant la période 1966-1976 du premier régime militaire, plusieurs accords ont été signés entre le Burundi et ses différents partenaires. Des visites ont été effectuées tant par les officiels burundais à l'extérieur que les personnalités étrangères venant au Burundi. Malgré ce balai diplomatique, cette période a été marquée par des tentatives de putsch, des massacres à caractère ethnique en 1972. Cette crise fut l'une des principales causes de la chute du régime.

Les performances économiques du régime militaire suivant (la deuxième République de 1976 à 1987) ont abouti au développement de plusieurs secteurs. Toutefois, sa politique n'a pas empêché que survint le plus grand problème auquel le Gouvernement de l'époque n'a pu faire face, en l'occurrence le conflit entre l'Eglise catholique et l'Etat. Cette crise a engendré la chute de ce régime.

Au cours de la période du régime militaire de la troisième République (1987-1993), la diplomatie burundaise s'est attelée essentiellement à expliquer à ses partenaires les principales articulations de la politique étrangère du Burundi et à redorer l'image du pays sérieusement entachée par le conflit qui l'opposait à l'Eglise catholique.

Sur le plan interne, le gouvernement de la 3ème République a recherché des solutions aux problèmes induits par la crise de Ntega et Marangara de 1988, par la mise en place d'un Gouvernement d'Unité Nationale et l'adoption de la Charte de l'Unité Nationale, le 5 février 1991. Le dialogue entre les acteurs politiques a abouti à l'adoption d'une Constitution multipartite (1992) et à

## II.2. Imigenderanire y'Uburundi n'amakungu mu gihe c'intwaro y'umugambwe umwe (1966-1993).

Ku ntwaro ya mbere ya gisirikare yo kuva mu 1966 gushika mu 1976, amasezerano menshi atandukanye yarateweko igikumu hagati y'Uburundi n'amakungu. Abarongoye Uburundi baragize ingendo nyinshi mu mahanga nk'uko abategetsi bo mu bindi bihugu bagendeye Uburundi. Ariko, n'aho ibintu vyari vyifashe uko, ico gihe caranzwe n'ukugera amajanja itembagazwa ry'ubutegetsi hakoreshejwe igikenye vyakwirikiwe n'ubwicanyi butagira izina bushingiye ku moko bwabaye mu mwaka wa 1972. Iyo ni yo mvo nyamukuru yatumye iyo ntwaro isenyuka.

Intwaro yakurikiye (Repuburika ya kabiri yo kuva mu 1976 gushika mu 1987) yarateje imbere igihugu mu bisata vyinshi vy'ubutunzi. Ariko, poritike yayo ntiyabujije ko havyuka ikibazo nyamukuru cagoye Reta kinatuma inasenyuka. Ico na co cari ikibazo c'amatati hagati ya Reta na Ekleziya Gatorika.

Ku ntwaro ya gisirikare yakurikiye, (Repuburika ya gatatu kuva mu 1987 gushika mu 1993), imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu yaranzwe no gusigurira ibihugu bibanyi hamwe n'amakungu poritike yayo mu bijanye n'imigenderanire, ahanini ishimikiye ku gukura iceyi ku gihugu no kugerageza kugiha izina ryiza mu makungu ryari ryatosekajwe n'amatati yari ahitiye hagati ya Reta na Ekleziya Gatorika.

Kuri iyo ntwaro nyene, mu vyerekeye poritike yo mu gihugu hagati, Reta yihatiye gutorera inyishu ingorane zakwezwe n'urwimo rwo mu makomine ya Ntega na Marangara mu 1988 mu gushinga Reta y'Ubumwe bw'Abarundi n'ukwemeza amasezerano y'Ubumwe bw'Abarundi kw'igenekerezo rya 05 Ruhuhuma mu 1991. Ibiganiro hagati y'abarundi bafise uruhara mu vya poritike vyashikanye abarundi ku matora

l'organisation puis la tenue en 1993 des premières élections générales libres dans le pays.

y'ukwemeza Ibwirizwa Shingiro ryemera umuzo wa demokarasi ishingiye ku migambwe myinshi (mu 1992), habonerwaho gutegurwa n'ugutunganya amatora ya mbere yitabwe n'abanyagihugu mu mwidegemvyo mu 1993.

**II.3. La diplomatie de crise (1993-2005)**

Suite à l'assassinat du premier Président démocratiquement élu, trois mois après son investiture, en octobre 1993, le pays a connu une profonde crise à plusieurs niveaux : politique, sécuritaire, économique et sociale. Toutefois, d'importants efforts ont été déployés par les différents partenaires politiques burundais pour trouver une solution durable.

La nécessité de résoudre le conflit par la négociation était devenue, au fil des années, un sentiment partagé tant à l'intérieur qu'à l'extérieur. C'est ainsi que des pourparlers de paix secrets furent organisés à San Egidio (Rome, Italie) entre des représentants du Gouvernement burundais et du mouvement Conseil National pour la Défense de la Démocratie (CNDD).

Le 15 juin 1998, le Sommet d'Arusha marqua le démarrage officiel des négociations inter-burundaises à Arusha (Tanzanie) sous la médiation du Président Julius Nyerere. A la suite du décès de ce dernier, le 14 octobre 1999, la médiation fut reprise par Nelson Mandela, ancien Président de la République d'Afrique du Sud et prix Nobel de la Paix, relayé plus tard par son le Président Sud-Africain, Jacob Zuma. Grâce à l'appui de la communauté internationale en général et des pays de la sous-région en particulier, l'Accord d'Arusha pour la Paix et la Réconciliation fut signé le 28 août 2000 par la classe politique burundaise.

**II.3. Imigenderanire y'Uburundi n'amakungu mu gihe c'amagume (1993- 2005).**

Umukuru w'Igihugu wa mbere yatowe n'abanyagihugu amaze kugandagurwa muri Gitugutu 1993, igihugu caguye mu rwimo n'amagume atagira izina yagisinzikaje mu vyerekeye poritike, umutekano, ubutunzi n'imibano. Ariko rero, abarundi bari bafise uruhara mu vya poritike baragize utwigoro tudasanzwe mu gutorera inyishu zirama ingorane za poritique zari zihari.

Uko imyaka yahera, iciyumviro co gutorera umuti ingorane za poritike biciye mu biganiro vyagaragaye ko ari wo muti urama w'ibibazo vyari bihari; haba hagati mu gihugu canke hanze yaco. Ni muri iyo nzira habaye ibiganiro vy'amahoro vyabereye mw'ibanga i San Egidio i Roma mu Butaliyano hagati y'abaserukira Reta y'Uburundi n'umuhari Inama y'Igihugu irwanira Demokarasi (CNDD) wari wafashe ibirwanisho.

Kw'igenekerezo rya 15 Ruheshi 1998, Inama y'Abakuru b'Ibihugu yabereye i Arusha muri Tanzaniya ni ho yatanguza ku mugaragaro ibiganiro vy' amahoro hagati y'abarundi, bafashijwe na Perezida Julius NYERERE. Inyuma y'urupfu rwiwe rwabaye kw'igenekerezo rya 14 Gitugutu 1999, ibiganiro baciye babishinga uwahoze ari Umukuru w'Igihugu ca Afirika y'Epfo kandi yahawe agashimwe k'amahoro kw'isi kitiriwe Nobel, Nyenicubahiro Nelson Mandela. Mu nyuma yakorewe mu ngata n'Umukuru w'Igihugu nyene ca Afirika y'epfo, Nyenicubahiro Jacob Zuma. Bafashijwe n'ibihugu vyo mu karere hamwe n'amakungu, abarundi bashitse ku Masezerano y'i Arusha yerekeye amahoro

n'ukunywanisha abarundi, yateweko igikumu kw'igenekerezo rya 28 Myandagaro mu 2000 n'abanyeporitike b'abarundi.

Ces négociations ont culminé par la signature de l'accord intégral de cessez-le- feu entre le Gouvernement de transition et le mouvement armé du Conseil National pour la Défense de la Démocratie-Force pour la Défense de la Démocratie (CNDD-FDD) le 16 novembre 2003.

Ayo masezerano yasozerewe n'iterwa ry'igikumu ku masezerano yo guhagarika intambara hagati ya Reta y'imfatakibanza n'umuhari "Inama y'Abanyagihugu Irwanira Demokarasi (CNDD-FDD), kw'igenekerezo rya 16 Munyonyo mu 2003.

**II.4. La redynamisation et l'ouverture de la diplomatie burundaise**

L'un des objectifs du Gouvernement issu des élections post-conflit de 2005 a été d'initier une nouvelle diplomatie venant en appui aux efforts de reconstruction du pays.

A son tour, le Burundi a répondu positivement aux sollicitations de la communauté internationale en contribuant à la promotion de la paix en Somalie, en Côte d'Ivoire, au Soudan et à Haïti. Les CDS participent aussi dans les exercices conjoints des organisations sous- régionales et régionales.

Sur le plan de la coopération bilatérale, le Burundi a signé de nombreux accords avec des pays amis.

Sur le plan de la coopération sous-régionale, régionale et internationale, le Burundi a adhéré à plusieurs organisations dont l'ONU, l'UA ; les Accords ACP (Afrique-Caraïbes-Pacifique), l'Organisation Internationale de la Francophonie (OIF), la Communauté Economique des Pays des Grands Lacs (CEPGL), la Conférence Internationale sur la Région des Grands Lacs (CIRGL), la Communauté Economique des Etats d'Afrique Centrale (CEEAC) et le Marché Commun d'Afrique Orientale et Australe (COMESA) etc. L'accord le plus récent est le Traité d'adhésion du Burundi à la Communauté Est-Africaine, signé le 30 juin 2007,

**II. 4. Inagurwa ry'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu**

Reta yavuye mu matora y'inyuma y'intambara mu 2005 yihutiye gutanguza imigenderanire mishasha ishingiye ku migambi y'ugusanura igihugu n'ukunywanisha abarundi.

Uburundi, bumaze kuronka umutekano, bwaritavye akamo bwatewe n'amakungu mu kuja guterera mu mugambi wo kugarukana amahoro muri Somaliya, muri Côte d'Ivoire, muri Sudani no muri Hayiti. Ubu inzego z'umutekano zikaba ziza ziraja mu myimenyerezo hamwe n'abandi bo mu bihugu vyo mu karere.

Ku bijanye n'ubucuti bw'Uburundi n'ibindi bihugu, Uburundi bwarashize umukono ku masezerano atari make.

Ku bijanye n'ugufashanya kw'Uburundi n'ibihugu duhana imbibe, ivyo mu karere n'amakungu, Uburundi bwarinjiye mu mashirahamwe mpuzamakungu atari make nka ONU, OUA, ACP (Afrique–Caraïbe-Pacifique), Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'abavuga ururimi rw'igifaransa (OIF), Ishirahamwe ry'ubutunzi rihuza ibihugu vyo mu karere k'ibiyaga binini (CEPGL), Inama mpuzamakungu y'ibihugu vyo mu karere k'ibiyaga binini (CIRGL), Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vya Afrika yo hagati (CEEAC) hamwe n'Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika yo mu Buseruko no mu

qui consacre l'adhésion du pays à cette organisation le 1[er] juillet 2007.

Bumanuko vyoroherezanya mu guhanahana ibidandazwa ata matagisi arinze kurihwa (COMESA), n'ayandi. Amasezerano aheruka kugirwa ni ayerekeye ukwinjira kw'Uburundi mw'Ishirahamwe ry'ibihugu vya Afirika yo mu Buseruko, yashizweko umukono kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi 2007, abwemerera kwinjira muri iryo shirahamwe kw'igenekerezo rya mbere Mukakaro 2007.

## CHAPITRE II. LES MENACES A LA SECURITE

Toute élaboration de stratégie de sécurité commence par l'identification et l'analyse des menaces.

S'agissant de l'identification et de l'analyse, ce travail avait déjà été réalisé par la Commission Nationale chargée de l'élaboration de la Revue de la Défense, au sein du Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants.

Le processus d'identification des menaces par voie de consultation de la population dans différents coins du pays a abouti à la confection d'une liste des menaces. L'analyse de cette liste a été effectuée par la Commission « Revue de la Défense » qui a de facto établi la matrice des responsabilitésqui détermine le rôle des différents acteurs dans le traitement des menaces. Cette matrice a été validée par le Gouvernement et a servi de base pour l'élaboration de la Stratégie Nationale de Sécurité.

A l'origine, 222 menaces avaient été identifiées puis regroupées pour en retenir 113 dont une inconnue, l'inconnue voulant signifier que la liste n'est pas exhaustive et qu'une menace de toute nature peut survenir à tout moment. Le regroupement de ces menaces par thème a abouti au classement suivant : les menaces politiques, économiques, sociales et environnementales.

### SECTION I : LES MENACES POLITIQUES

Les menaces politiques sont classées en cinq catégories principales : Gouvernance, Violation de la loi, Manque de patriotisme, Velléités expansionnistes et Crimes. Les menaces dont les effets s'influencent mutuellement ont

## IGICE CA II. IBIGERAMIRA UMUTEKANO

Igikorwa cose c'ugutegura umugambi werekeye ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano gihera kw'itohoza n'ukwihweza neza ibiwugeramira.

Ku vyerekeye itohozwa n'umwihwezo w'ibigeramira umutekano, ico gikorwa caranguwe n'Umurwi w'igihugu ujejwe inagurwa rya poritike yerekeye ukwivuna abansi, wo mu Bushikiranganji bwo kwivuna abansi no gufasha abahoze ku rugamba.

Inzira yo kumenya ibigeramira umutekano biciye mu kubaza abanyagihugu bo mu mihingo itandukanye y'igihugu, yashitse kw'itunganywa ry' urutonde rwavyo. Urwo rutonde rwihwejwe neza n'«Umurwi w'igihugu ujejwe inagurwa rya poritike yerekeye ukwivuna abansi", na wo uca werekana n'uruhara rw'abegwa n'uguhangana n'ibigeramira umutekano. Urwo rutonde rwaremejwe na Reta kandi ruba ishimikiro ry'umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano.

Mu ntango, hatororokanijwe ibigeramira umutekano bishika ku 222, bimaze guhinyanyurwa neza bisigara ari 113, n'ibindi bitaramenyekana. Kuvuga ko hariho ibitaramenyekana bisigura ko urutonde rushobora kwiyongera kuko hashobora gushika ikigeramira umutekano umwanya uwo ari wo wose. Ugushira mu mirwi ibibangamira umutekano hakurikirikijwe ibintu bikuru bikuru bihurirako, vyatumye hashikwa ku migwi ikurikira: ibibangamira umutekano bikomoka ku mvo za poritike, ibikomoka ku mvo z'ubutunzi, ku mvo z'imibano no ku bikomoka ku bidukikije.

### AGACE KA I : IBIGERAMIRA UMUTEKANO BIKOMOKA KU MVO ZA PORITIKE

Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo za poritike biri mu mirwi mikurumikuru itanu: Ugutwara nabi, ukurenga amategeko, ukudakunda igihugu, ibihugu bifise intumbero z'ukwiyagurira imbihe hamwe n'ubukozi

été regroupées et sont schématiquement présentées dans les lignes qui suivent.

### I.1. La gouvernance

Cette notion couvre tous les domaines de gestion de la vie nationale. La gouvernance du secteur de sécurité requiert une attention particulière de cette Stratégie Nationale de Sécurité. La mauvaise gouvernance ajoutée à la pauvreté contribue à une instabilité sociale ; politique, économique et environnementale. Le recours à la violence dans la résolution des conflits trouve son origine dans le mauvais encadrement de la jeunesse et à la disponibilité des outils de violence en l'occurrence les armes légères et de petit calibre.

### I.2. L'impunité

La construction d'un Etat de droit passe par le respect de la loi. L'impunité est à la base de la recrudescence des violations des droits de l'homme. D'une part, les criminels non poursuivis par la loi se sentent puissants et au-dessus de la loi et sont potentiellement capables de commettre d'autres violations sans s'inquiéter ; d'autre part, les délits et crimes non punis engendrent un phénomène d'entraînement, des sentiments de frustration et / ou de vengeance de la part des victimes. Dans les deux cas, les tendances ne font que perpétuer la violence et l'insécurité. Pourtant, le Burundi dispose d'un arsenal juridique clair mais qui accuse des défaillances dans sa mise en application.

### I.3. Le manque du patriotisme

Certaines attitudes liées au manque de sens patriotique requièrent une attention particulière. Dans cette optique, la tendance à la politisation des Forces de Défense et Sécurité, les détournements des fonds publics, la manipulation de la jeunesse, la déstabilisation des institutions et la résistance aux changements sont autant de menaces qui portent préjudice à l'action patriotique.

bw'ikibi. Ivyo bigeramira umutekano bitera ingorane z'urukwegane zasiguwe uku gukurikira.

### I.1 Ivyerekeye ugutwara neza

Ugutwara neza vyerekeye ibisata vyose bishinzwe gutunganya ubuzima bw'igihugu. Intwaro ibereye mu gisata c'umutekano ijanye n'umwitwarariko udasanzwe, na canecane muri uyu mugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano. Intwaro mbi ifadikanije n'ubukene, bikwega umudurumbanyo mu mibano, muri poritike, ku butunzi no ku bidukikije. Ukwitwaza igikenye mu gutorera umuti amatati bituruka ku kudakurikirana neza indero y'urwaruka n'uko mu gihugu hakwiragiye ibikoreshwa mu bukozi bw'ikibi nk'ibirwanisho bihwahutse na bitobito.

### I.2. Ukudahana ivyaha

Ukwubaka igihugu kirangwa n'inama n'ingingo bica mu kwubahiriza amategeko. Ukudahana ivyaha ni inkomoko y'ukwimonogoza mu guhonyanga agateka ka zina muntu. Iyo abicanyi n'abakora ibindi vyaha badakurikiranywe n'amategeko, biyumvamwo ko ari agakomeye, ko bari hejuru y'amategeko kandi ko bashobora kubandanya bakora ayandi mabi ata co binona. Bitayeko, ivyaha bidahanywe, bituma haba abandi bagira agatima ko gukora ivyo vyaha nyene mbere bagakingiranira ikibaba, ababikorewe na bo bakihebura canke bakagera ingere ku yindi, bigatuma igihugu cama mu ruhagarara. Ivyo bikagirwa hari amategeko menshi atomoye ariko hakaba hakiri agahaze mu kuyashira mu ngiro.

### I.3. Ukudakunda igihugu

Inyifato zimwezimwe zigaragaza ukudakunda igihugu zirakeneye gukurikiranirwa hafi. Muri iyo ntumbero, akageso ko gushaka gukwegera inzego z'umutekano n'ukwivuna abansi mu vya poritike, ukunyuruza ubutunzi bw'igihugu, ukujuragiza urwaruka, uguhungabanya inzego z'igihugu hamwe n'ukwanka ibihinduka muri rusangi, ivyo vyose biteye kubiri n'umutima w'ugukunda igihugu.

### I.4. Les velléités expansionnistes

Certaines postures politico-diplomatiques laissent entrevoir des intentions expansionnistes qui sont de nature à saper la souveraineté de l'Etat burundais. A cet égard, on note les menaces suivantes : la contestation des frontières, la convoitise de l'eau et les répercussions de l'exploitation anarchique et du commerce illicite des richesses minières en RDC. Au regard de ce qui précède, certains risques sont nuisibles à la sécurité du pays, essentiellement par leurs impacts.

### I.4. Agatima k'ugushaka kwiyagurira imbibe

Hari inyifato za poritike no mu migenderanire hagati y'ibihugu zigaragaza agatima k'ugushaka kwiyagurira imbibe, zikaba zibangamira ukwishira n'ukwizana kw'igihugu c'Uburundi. Kuri ivyo, twodondagura inyifato zigeramiye umutekano w'igihugu zikurikira: amatati yerekeye imbibe, ugushaka kwihagira amazi y'inzuzi n'ibiyaga, n'ingaruka mbi zo gucukura mu kajagari ubutunzi bugizwe n'ubutare muri Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo, no kubudandaza hadakurikijwe amategeko. Twihweje izo nyifato zose, dusanga zitera umutekano muke ku gihugu na canecane dufatiye ku ngaruka zazo.

### I.5. Le terrorisme international et les crimes divers

Les comportements criminels inventoriés sous cette bannière sont respectivement les attaques terroristes, le trafic de la drogue et des stupéfiants, le trafic des êtres humains ainsi que les crimes internationaux organisés.

### I.5. Iterabwoba n'ayandi mabi akorwa ku rwego mpuzamakungu

Amabi yatororokanijwe muri aka gace ni aya akurikira: ibitero vy'iterabwoba, urudandazwa rw'ibiyayuramutwe n'ibiyovyabwenge n'urudandazwa rw'abantu, hamwe n'ivyaha n'ayandi mabi akorwa ku rwego mpuzamakungu yateguwe.

## SECTION II : LES MENACES ECONOMIQUES

Le Burundi est l'un des pays les plus pauvres au monde avec un PIB de 140 US$[4] par habitant, où 80%[5]de la jeunesse, constituant 50%[6]de la population active, sont généralement touchés par le chômage et où 67%[7] de la population se trouve en-dessous du seuil de pauvreté. Son essor économique est entre autre défavorisé par une carence en énergie et un déficit budgétaire chronique.

## AGACE KA II : IBIGERAMIRA UMUTEKANO BIKOMOKA KU MVO Z'UBUTUNZI

Uburundi buri mu bihugu bikenye kuruta ibindi kw'isi, bukaba bufise urugero rw'umwimbu wo mu gihugu ungana n'amadorari y'amanyamerika 140 ku muntu. Abakiri bato bagera ku bice 50% vy'abagifise inguvu z'ugukora ariko muri bo ibice 80% ntibagira akazi. Abanyagihugu bababa ibice 67% bari mu bakene ruhebwa. Iterambere ry'ubutunzi ribangamiwe ahanini n'ukutagira umuyagankuba ukwiye hamwe n'uko ikigega ca Reta cama ari igicuga.

[4]Cadre Stratégique de Lutte contre la Pauvreté-CSLPII, p.32
[5] Ibid, p. 27
[6] Ibid, p.15
[7]Idid, p.2

## II.1. Pauvreté

Cette menace est associée à d'autres comme le chômage, l'inadéquation formation-emploi, le faible niveau d'encadrement, la problématique liée à l'harmonisation des salaires.

L'économie burundaise dépend directement du secteur agricole dont la production n'évolue pas en fonction de la croissance de la population. Actuellement, on enregistre un taux de croissance annuel de la production agricole de 2% alors que celui de la population est de 2,4%[8] ; il faudrait une croissance de la production de 9%pour satisfaire cette population.

Les facteurs expliquant cette faible production sont notamment la faiblesse des services d'appui à la production (vulgarisation et recherche), le faible accès à des facteurs de production performants, le faible niveau d'organisation des agriculteurs etc. Les secteurs secondaire et tertiaire enregistrent des progrès qui restent à améliorer.

## II.2. Insuffisance de ressources énergétiques

La menace que constitue la carence en énergie couplée à la hausse du prix du carburant entraîne l'inflation et la lenteur du développement du pays. Le Burundi est confronté à une crise énergétique qui paralyse très sérieusement l'économie nationale et entrave le développement industriel. Malgré un potentiel hydroélectrique considérable, le pays est obligé d'importer environ 50% de son électricité, ce qui ne facilite pas l'essor industriel et l'exploitation des minerais tel que le nickel de Musongati nécessitant une capacité allant jusqu'à 150MW[9]

## II. 1.Ubukene

Iyi ntambamyi ijanye n'ubukene, ishirwa hamwe n'izindi nk'ukubura akazi, ukutaroranisha inyigisho n'akazi gategekanijwe, ukudakurikirana bikwiye abanyagihugu n'ingorane zijanye n'ukutaroranisha imishahara.

Ubutunzi bw'igihugu buhagaze ku burimyi, umwimbu uvamwo na wo ukaba utongerekana nk'uko abanyagihugu biyongera. Muri iki gihe, umwimbu uva mu burimyi wongerekana ku rugero rw'ibice 2%, mu gihe abanyagihugu biyongera ku rugero rw'ibice 2,4%. Hakaba hakenewe ko umwimbu wongerekana ku rugero rw'ibice 9% kugira ngo abanyagihugu baronke ibibatunga bikwiye.

Ibituma haba uwo mwimbu muke, ni canecane ukutakora neza kw'ibisata bijejwe gufasha mu kugwiza umwimbu (gukwiragiza imbuto zirobanuye n'ukugira ubushakashatsi), ukutaronka ibikenewe bifasha mu kugwiza umwimbu, ukudakurikirana neza abarimyi-borozi n'ukutitunganya neza mu mashirahamwe y'ukugwiza umwimbu, n'ibindi. Ibisata vy'amahinguriro, ingenzi n'ubuzi biracakeneye gutezwa imbere.

## II.2. Ubukene bw'amasoko ntanganguvu

Ubukene bw'amasoko ntanganguvu hamwe n'iduzwa ry'ibiciro vy'ibitoro bituma agaciro k'ifaranga gatituka n'iterambere ry'igihugu rigasubira ibuti. Igihugu c'Uburundi kirahanzwe n'ukutagira umuyagankuba ukwiye. Kubera ivyo, ubutunzi bw'igihugu n'iterambere ry'amahinguriro bikaba bigeramiwe. Naho hari amazi akwiye kugira hubakwe ingomero zitanga umuyagankuba, igihugu kiracagurira hanze umuyagankuba wababa ibice 50% vy'uwo gikenera. Ivyo na vyo ntivyorohereza iterambere ry'amahinguriro, n'icukurwa ry'ubutare nk'ubwa Nikeri y'i Musongati busaba ubushobozi bushika kuri Megawati 150 igihugu kitararonka.

[8]Ibid, p. 15
[9] Cadre Stratégique de Lutte contre la Pauvreté-CSLPII, p. XVIII

**II.3. Dépendance vis-à-vis de l'aide extérieure**

Le budget annuel du Burundi dépend de l'aide extérieure à environ 53%. La crise économique et financière qui secoue le monde a des effets négatifs sur le pays. L'exploitation anarchique actuelle des ressources minières du pays n'est pas non plus de nature à contribuer au budget pour alléger cette dépendance. Ce secteur géré rationnellement devrait contribuer à faire entrer plus des devises dans les caisses de l'Etat (comme le café).

Le Burundi se trouve à 2100 km de l'Océan Atlantique et à 1100 km de l'Océan Indien. Cet éloignement par rapport aux grands ports constitue un sérieux handicap. Le sabotage des corridors d'approvisionnement Nord (Bujumbura-Mombasa) et Sud (Bujumbura- Dar-es-Salam) porterait un coup dur à l'économie de notre pays.

**II.4. Dégradation des infrastructures et déficit budgétaire**

Les infrastructures économiques nationales attirent une attention particulière car la plupart sont très anciennes et mal entretenues. Leur dégradation due à un faible budget requiert une intervention rapide. Par ailleurs, l'Etat dépense annuellement plusieurs milliards de nos francs pour louer les bureaux des différents services par défaut d'engagement pour la construction de ses propres bâtiments.

**II.3. Ukuzera inze mu kwitega imfashanyo ziva hanze**

Amafaranga igihugu gitegekanya gukoresha ku mwaka ku mwaka, agizwe n'imfashanyo ziva hanze ku rugero rwababa ibice 53%. Ingorane zihagaze ku butunzi zihanze isi, zirafise ingaruka mbi ku gihugu cacu. Ugucukura mu kajagari ubutare igihugu gifise bigirwa muri iki gihe, ntikwunganira ikigega ca Reta ngo kireke kwama ceza amaso amakungu. Iyo ico gisata kiba gitunganijwe neza, cofashije mu kwinjiza amafaranga y'agaciro mu kigega ca Reta nka kurya kw'igiterwa c'ikawa.

Igihugu c'Uburundi kiri ku birometero 2100 uvuye kw'ibahari ya Atlantika no ku birometero 1100 uvuye kw'ibahari Indiyano ugenda n'indege. Ukuba kure y'ibivuko bikurubikuru ni intambamyi ikomeye cane. Icoza gihungabanya umuhora wo mu buraruko (Bujumbura-Mombasa) canke uwo mu bumanuko (Bujumbura- Dar-es-Salam) cozingamika bimwe bikomeye ubutunzi bw'igihugu cacu.

**II.4. Ugutituka kw'ivyubatswe n'ikigega ca Reta kitikwiye**

Ivyubatswe bifasha mu vy'ubutunzi bw'igihugu bikwiye umwitwarariko udasanzwe kuko vyinshi muri vyo vyubatswe kera kandi bifashwe nabi. Vyaratitutse kubera amafaranga abitegekanirizwa adakwiye, ariko bikwiye gusanurwa vuba amazi atareranga inkombe. Vyongeye, Reta yama iriha ku mwaka ku mwaka amafaranga y'umurengera mu gukota ibiro bitandukanye bikorerwamwo ubuzi, kubera habuze ingingo ntabanduka y'ukwiyubakira inyubakwa zayo bwite.

## SECTION III : LES MENACES SOCIALES

Les menaces sociales sont principalement liées à l'explosion démographique avec toutes ses conséquences, au fanatisme, et à l'atteinte aux valeurs morales et éthiques qui peuvent entraver le développement harmonieux de la société.

## AGACE KA III : IBIGERAMIRA UMUTEKANO BIKOMOKA KU MVO Z'IMIBANO

Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo z'imibano bifatiye ahanini kw'irwirirana ry'abantu rirenze urugero, na ryo rigakwega izindi ngaruka mbi nyinshi nk'inyifato ndezarugero zifatiye ku vyo umuntu yemera, ukurenga ku mico myiza y'ubuntu n'ukutagendera akarangamutima, ivyo vyose bigashobora kubangamira iterambere riroranye kandi rirama ry'igihugu.

### III.1. Explosion démographique

Le dernier recensement de la population (2008) chiffre la population burundaise à plus de huit millions d'habitants et donne une moyenne de six enfants par femme. La maîtrise du taux de croissance démographique est un grand défi pour un bon décollage économique de la population dont la densité moyenne est de 290 hab/km²

### III.1. Irwirirana rirenze urugero ry'abantu

Urusansuma ruheruka rw'abantu n'uburaro rwagizwe mu mwaka wa 2008, rwarerekanye ko igitigiri c'abantu baba mu Burundi kirenga imiriyoni umunani, rwarongeye rwerekana ko muri rusangi haharurwa abana batandatu ku mugore umwe. Ugukurikiranira hafi urugero rw'irwirirana ry'abantu, ni ikibazo gihambaye gitegerezwa kwicarirwa kugira ubutunzi bw'abanyagihugu bwisununure, kuko muri rusangi haharurwa abantu bangana 290 ku kirometero kwadarato.

### III.2. Fanatisme

De nos jours, le fanatisme se caractérise par des comportements extrémistes qui sont liés à des sectes religieuses ayant comme conséquences les dérapages de croyance exacerbés par les dérives de certains médias.

### III.2. Inyifato ndezarugero zifatiye ku vyo umuntu yemera

Muri iki gihe, ukwemera kurenze urugero kurangwa n'inyifato z'ukutagondwa zishingiye ku madini y'ivyaduka, na zo zigakwega ingaruka mbi z'ukurenza urugero mu vyerekeye ukwemera, bigakokezwa n'ibimenyeshamakuru bimwebimwe.

### III.3. Atteinte aux valeurs morales et éthiques

La régression des valeurs morales s'est amplifiée avec les années de conflit. Ce qui constituait autrefois le socle des valeurs éthiques de la société est battu en brèche par des pratiques répréhensibles telles que la consommation de la drogue, les violences sexuelles, l'aliénation culturelle, l'homosexualité, etc.

### III.3. Ukurenga ku mico myiza y'ubuntu n'ukutagendera akarangamutima

Itituka ry'imico n'akaranga ryunyuwe n'imyaka igihugu camaze kiri mu ntambara. Imico myiza n'akaranga vyaranga abarundi aho hambere, vyasubiriwe n'ingeso mbi nk'ukunywa ibiyayuramutwe, amabi ajanye n'ugushurashuza ku nguvu, uguhurumbira imico y'abanyamahanga, abasambana basangiye ibitsina, n'ibindi.

## SECTION IV : LES MENACES ENVIRONNEMENTALES

### IV.1. Dégradation de l'environnement

Au Burundi, la prise de conscience tardive sur les questions de l'environnement due aux guerres répétitives a affaibli les ressources humaines et a réduit les investissements liés à la protection de l'environnement. La déforestation longtemps effectuée sur les écosystèmes forestiers a conduit à l'érosion intense en amont et à la sédimentation accrue en aval. La surexploitation des sols, les petites fermettes de moins d'un hectare et l'inexistence de périodes de jachère ont conduit à la dégradation des terres suivie de conflits fonciers entre exploitants.

Les exploitations minières et celles des carrières sans mesures d'accompagnement ont sensiblement détruit l'espace environnemental et modifié les écosystèmes des zones d'exploitations.

La pollution de l'eau est à l'origine de la disparition d'une partie de la biodiversité aquatique. Au niveau de la ville de Bujumbura et autres villes côtières du Lac Tanganyika, une partie des eaux usées industrielles et domestiques est déversée dans le Lac sans traitement. De plus, le braconnage en milieu naturel et la pêche avec des filets hors normes entraînent l'extinction de plusieurs espèces et la diminution de la biodiversité. Le système d'urbanisation au mépris du code de conduite environnemental est à l'origine de l'insalubrité dans les villes du pays.

### IV.2. Catastrophes naturelles

Compte tenu de la position géographique du Burundi, des catastrophes naturelles peuvent survenir. Ce sont surtout des phénomènes d'éboulement dans les zones de cisaillement, des volcans dans les zones proches de la RDC (Province de Cibitoke) et des tremblements de terre. De plus, avec les périodes géologiques, il peut

## AGACE KA IV : IBIGERAMIRA UMUTEKANO BIKOMOKA KU BIDUKIKIJE

### IV.1.Ugutituka kw'ibidukikije

Mu Burundi twatanguye dutevye kwitaho ibidukikije. Intambara zagiye zirisubiriza, zaratikije abantu zirongera zironona n'utwigoro twariko turakorwa mu gukingira ibidukikije. Ugutema amashamba mu bibanza mparirwabuzima vyatanguye kuva kera bituma hatera inkukura yonona imisozi n'imyonga. Ukutaruhurira isi ndimwa, amatongo yaze, aho usanga uturima tutashikana n'ihegitari imwe, ukutareka amatongo ngo yibwire kugira ngo yimbuke neza, vyatumye amatongo atituka n'amatati afatiye ku matongo hagati y'abanyagihugu aragwirirana.

Ugucukura ubutare n'amabuye ata ngingo zo gukingira ibidukikije zisungwa, vyatumye hononekara cane ibidukikije vyongera birahindura uko ibibanza mparirwabuzima bisanzwe bimeze aho bacukura ubwo butare n'amabuye.

Itosekazwa ry'amazi ni ryo ryatumye igice kitari gito c'ibinyabuzima vyo mu mazi bihona. Mu gisagara ca Bujumbura no mu bindi bisagara biri ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika, igice c'amazi yuzuye imyanda ava mu mahinguriro no mu ngo, yisuka mu kiyaga atabanje guhingurwa. Vyongeye, uruhigi rutarekuwe mu mashamba cimeza n'ukuroba hakoreshejwe insenga zibujijwe, bituma ubwoko bwinshi bw'ibikoko bihona n'ibinyabuzima bikagabanuka. Ukwubaka ibisagara hatubahirijwe amategeko agenga ibidukikije, ni intandaro y'umwanda wama utera ingorane mu bisagara.

### IV.2. Ivyaduka kama

Turavye aho igihugu c'Uburundi giherereye, ivyaduka kama birashobora gushika. Ni canecane ukubomagurika kw'imisozi, ibirunga mu turere twegereye igihugu ca Kongo (nk'intara ya Cibitoke) na vya nyamugigima. Vyongeye, harashobora gutera umwuzure (nk'ikiyaga Tanganyika kikuzura gushika kure).Ihindagurika ry'ibirere

survenir une montée d'eau à une hauteur exceptionnelle (Lac Tanganyika). Les phénomènes de perturbation climatique se manifestent dans le pays soit par une pluviométrie surabondante provoquant des inondations, soit par une sécheresse prolongée.

ribonekera ku mvura igwa ari nyinshi birenze urugero, igatera imyuzurira canke hagatera uruzuba rw'igihe kirekire.

### IV.3. Survenance de nouvelles maladies des cultures et des animaux

L'introduction incontrôlée d'espèces végétales et animales entraîne souvent des contaminations des espèces végétales et animales locales. De même, l'introduction d'espèces exotiques envahissantes au Burundi constitue de nos jours une menace réelle. En effet, la prolifération de la jacinthe d'eau dans le lac Rweru et le lac Tanganyika commence à être de plus en plus inquiétante tandis que le *Lantana camara* dans plusieurs régions du pays a déjà été à l'origine de la supplantation de plusieurs types de formations végétales.

De plus, dans la région des Grands Lacs, il existe des animaux ravageurs (vers minuscules ou nématodes, diplodes, acariens et nombreux insectes) qui piquent, rongent, trouent, creusent ou minent les différents organes des plantes. Outre ces dégâts directs qu'ils infligent aux cultures, ces ravageurs peuvent aussi leur inoculer des organismes pathogènes (virus, mycoplasmes) ou faciliter l'entrée d'autres micro-organismes (bactéries, champignons …).

### IV.3. Indwara z'ivyaduka ku biterwa no ku bikoko

Ukwinjiza mu gihugu ubwoko bw'ibiterwa n'ibikoko bitagenzuwe neza, bituma ibihasanzwe vyandukirwa n'indwara. Ni nk'uko muri iki gihe hari abava hanze y'igihugu bazanye ubwoko bw'ibiterwa bitamenyerewe bikageramira ibidukikije. Kukaba nkako, ukurandagata kwa rya teke ryo mu mazi ryica ibinyabuzima (bita "*jacinthe d'eau*" mu gifaransa) ryaje muri ubwo buryo none ubu rikaba rigiteye isibe mu biyaga Rweru na Tanganyika. Na yo icatsi citwa "Lantana Camara" cararandagase mu mihingo myinshi y'igihugu, none cahoneje ubwoko bwinshi bw'ibiterwa.

Vyongeye, mu karere k'ibihugu vy'ibiyaga binini, haradutse udukoko dutotora ibiterwa (utunyo, utuyoka n'utunyabwoya n'utuguruka twinshi tumeze nk'utunyugunyugu), turarya, tugatobagura ibihimba bigize igiterwa. Hambavu y'ubwo bwononyi tugirira ibiterwa, utwo dukoko dutema dutongora, turashobora kandi gutera imigera y'indwara (bita "virus") canke tugaha inzira y'ukwinjira iyindi migera yica ibiterwa (bita "bactéries, champignons"... mu gifaransa).

## CHAPITRE III : LES ACTEURS DE LA SECURITE

### SECTION I: LE CADRE LEGAL GENERAL

Compte tenu de la nature des menaces, de leur diversité et de l'évolution rapide de l'environnement sécuritaire national, régional et international, il s'avère nécessaire d'avoir une connaissance approfondie du cadre légal, des rôles et responsabilités des différents acteurs impliqués dans le domaine de la défense et de la sécurité.

Pour s'adapter à cet environnement, il est opportun de vérifier que les institutions et les lois en matière de sécurité sont harmonisées les unes par rapport aux autres. Beaucoup d'acteurs étatiques et non-étatiques interviennent dans le secteur de la défense et la sécurité en s'appuyant sur un cadre juridique hiérarchisé.

#### I.1. L'Accord d'Arusha pour la Paix et la Réconciliation

Le deuxième chapitre du Protocole III[10] de l'Accord d'Arusha traite des principes relatifs aux CDS. Il détermine les missions[11] confiées à ces corps et développe ensuite leurs règles d'organisation, de structure, de composition et de dimension ainsi que les questions d'équilibre, de recrutement et de formation.

## IGICE CA III: ABAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO

### AGACE KA I: AMATEGEKO YISUNGWA MURI RUSANGI.

Hisunzwe ukuntu ibigeramira umutekano bimeze, ukuntu ari vyinshi n'ukuntu ivyerekeye umutekano mu gihugu, mu karere no kw'isi bija birahindagurika ningoga, birakenewe rwose kumenya neza amategeko yisungwa, uruhara n'ibikorwa abo bose bakora mu gisata co kwivuna abansi no kubungabunga umutekano bajejwe.

Kugira igihugu cisunge ibijanye n'iki gihe, birakenewe ko hasuzumwa ko inzego n'amategeko mu vyerekeye umutekano biroranijwe neza. Ababifisemwo uruhara bari mu nzego za Reta n'abatari muri zo, bategerezwa kurangura ivyo bajejwe mu gisata co kwivuna abansi no kubungabunga umutekano, bisunga amategeko nk'uko agenda arasumbasumbana.

#### I.1. Amasezerano y'i Arusha yerekeye kugarukana amahoro n'ukunywanisha abarundi

Igice ca kabiri c'Ikigabane ca III c'Amasezerano y'i Arusha, kirimwo ingingo ngenderwako zigenga Inzego z'ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano. Ico gice kiratomora kandi imirimo izo nzego zijejwe, amategeko azitunganya, ingene zitunganijwe, abazigize, uko zingana, ibijanye n'uguserukirwa kw'amoko yose, intara zose n'ibitsina vyose, ivy'ukwinjizwa muri izo nzego hamwe n'inyigisho zitangwa.

10 Cet accord comporte cinq (5) Protocoles, dont le Protocole relatif a la « paix et la sécurité pour tous »
11 Protocole III, en son article 12

### I.2. La Constitution du 18 mars 2005

La Constitution en son Article 241 mentionne que les CDS sont au service de la Nation, qu'ils doivent « être un instrument de protection de tout le peuple burundais et tout le peuple doit se reconnaître en eux ».

### I.3. Le Cadre Stratégique de Lutte contre la Pauvreté (CSLP I et II)

La partie relative à la défense et à la sécurité énumère les missions et les actions dévolues aux ministères concernés dans le cadre des structures existantes. Les textes régissant les ministères ayant en charge la défense et la sécurité devront désormais prendre en compte, dans leur élaboration, ces missions et actions telles que prévues.

## SECTION II : LES ACTEURS ETATIQUES

### II.1. Le rôle du pouvoir exécutif

Au Burundi, selon l'Article 110 de la Constitution, « le Président de la République est le Commandant en Chef des Corps de Défense et de Sécurité. Il déclare la guerre et signe l'armistice après consultation du Gouvernement, des Bureaux de l'Assemblée Nationale et du Sénat et du Conseil National de Sécurité ».

### I.2. Ibwirizwa Shingiro ryo ku wa 18 Ntwarante 2005

Ibwirizwa Shingiro, mu ngingo yaryo ya 241, rivuga ko Inzego zo kwivuna abansi no kubungabunga umutekano, zikorera abanyagihugu kandi ko zitegerezwa "gukingira abanyagihugu bose bo mu Burundi, abo na bo bakaziyumvamwo".

### I.3. Umugambi w'ukurwanya ubukene (intambwe ya I n'iya II: "CSLP I et II" mu mpfunyapfunyo y'igifaransa)

Ikigabane cerekeye ukwivuna abansi no kubungabunga umutekano kiradongagura imirimo n'ibikorwa Ubushikiranganji vyerekeye bushinzwe biciye mu bisata bihasanzwe. Kuva ubu, amategeko agenga Ubushikiranganji bujejwe ukwivuna abansi n'ayagenga Ubushikiranganji bujejwe umutekano azokwama yisunga mu gihe azoba ariko arategurwa, iyo mirimo n'ivyo bikorwa, nk'uko bitegekanijwe muri iki gitabu.

## AGACE KA II: ABAFISE URUHARA MU KUBUNGABUNGA UMUTEKANO BARI MU NZEGO ZA RETA

### II.1. Uruhara rw'Urwego nshingwantwaro

Mu Burundi, hisunzwe ingingo ya 110 y'Ibwirizwa Shingiro, « Umukuru w'Igihugu ni we Kizigenza mu ntwaramiheto no mu bajejwe umutekano. Niwe afata ingingo yo kugomora ingabo akongera agashira igikumu ku masezerano yo guhagarika ingwano abanje kugisha inama urwego nshikiranganji, abarongoye Inama Nshingamateka, abarongoye Inama Nkenguzamateka hamwe n'Inama Nkuru y'Igihugu ishinzwe Umutekano ».

Selon l’Article 249 de la Constitution, le Chef de l’Etat seul peut autoriser l’usage de la force armée : pour la défense de l’Etat ; dans le rétablissement de l’ordre et de la sécurité publique ; dans l’accomplissement des obligations et engagements internationaux.

Le Premier Vice-Président de la République assure la coordination du domaine politique et administratif tandis que le Deuxième Vice-Président coordonne le domaine économique et social.

Le Gouvernement conduit la politique de la nation en matière de sécurité à travers ses ministères.

Hisunzwe ingingo ya 249 y’Ibwirizwa Shingiro, Umukuru w’Igihugu ni we wenyene ashobora kurekura ko hakoreshwa ibirwanisho mu kurwanira igihugu, mu kugarukana umutekano mu gihugu no mu gukurikiza ivyo Uburundi bwasezeranya n’amakungu.

Icegera ca mbere c’Umukuru w’Igihugu, ajejwe ugukurikiranira hafi ibisata vya poritike n’intwaro, na yo Icegera ca kabiri c’Umukuru w’Igihugu akaba ajejwe ugukurikiranira hafi ibisata vy’ubutunzi n’imibano.

Reta iratunganya, ikarongora poritike y’igihugu mu vyerekeye umutekano, ibicishije mu bushikiranganji bubijejwe.

### II.2. Le rôle du pouvoir législatif

L’Assemblée Nationale et le Sénat ont pour mission principale de voter les lois, en particulier celles concernant la défense et la sécurité, notamment la loi des finances et les lois organiques. La Constitution du Burundi donne au Parlement le devoir de contrôler l’action du Gouvernement d’une manière générale, y compris le fonctionnement des Corps de Défense et de Sécurité. Le Parlement est également consulté par le Président de la République en cas de déclaration de guerre.

### II.2. Uruhara rw’Urwego Nshingamategeko

Inama Nshingamateka n’Inama Nkenguzamateka zifise umurimo nyamukuru wo gutora no kwemeza amategeko, harimwo na canecane ayerekeye ukwivuna abansi n’ayerekeye umutekano, ibwirizwa rigenga amafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka, hamwe n’amategeko akomoka kw'Ibwirizwa Shingiro. Ibwirizwa Shingiro ry’Uburundi riha ububasha Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bwo kugenzura ibikorwa vya Reta muri rusangi; harimwo n’ingene inzego zo kwivuna abansi n’izijejwe umutekano zikora. Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka ziragishwa inama n’Umukuru w’Igihugu mu gihe co gutangaza ko igihugu kiri mu ngwano.

### II.3. Le rôle du pouvoir judiciaire

Selon la Constitution, le pouvoir judiciaire est composé du Conseil Supérieur de la Magistrature, de la Cour Suprême, de la Cour Constitutionnelle et de la Haute Cour de Justice.

### II.3. Uruhara rw’Urwego rw'Ubutungane

Hisunzwe Ibwirizwa Shingiro, Urwego rw’Ubutungane rugizwe n’Inama Nkuru y’Abacamanza n’Abashikirizamanza, Sentare Ntahinyuzwa, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro hamwe na Sentare Nkuru y’Ubutungane.

Ainsi, la Cour Constitutionnelle est responsable de la constitutionnalité des textes et décisions pris en matière de défense et de sécurité.

Gutyo, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ni yo ijejwe gusuzuma ko amategeko n'ingingo zifatwa mu vyerekeye ukwivuna abansi no mu vyerekeye umutekano zisunga Ibwirizwa Shingiro.

Le personnel de la FDN qui se rend coupable de manquements au Code pénal militaire estresponsable devant les juridictions militaires, elles-mêmes subordonnées à la Cour Suprême. Le personnel de la PNB qui se rend coupable est traduit devant les instances judiciaires ordinaires.

Umukozi wo mu rwego rwo kwivuna abansi atirimutse ku mategeko ategekanijwe mu Gitabu c'amategeko mpanavyaha ya gisirikare, arengutswa muri za sentare za gisirikare, na zo nyene zigakukira Sentare Ntahinyuzwa. Umukozi wo mu rwego rw'igiporisi yagiriwe n'icaha arengutswa muri Sentare zisanzwe.

### II.4. Le rôle des institutions indépendantes

### II.4. Uruhara rw'inzego zigenga

#### a. Le Conseil National de Sécurité

#### a. Inama Nkuru y'Igihugu ishinzwe Umutekano.

Selon l'Article 277 de la Constitution, le CNS est « un organe consultatif chargé d'assister le Président de la République et le Gouvernement dans l'élaboration de la politique en matière de sécurité, dans le suivi de la situation du pays en matière de sécurité et dans l'élaboration des stratégies de défense, de sécurité et de maintien de l'ordre en cas de crise ».

Hisunzwe ingingo ya 277 y'Ibwirizwa Shingiro, Inama Nkuru y'Igihugu ishinzwe Umutekano ni « Urwego mpanuzwajambo rufasha Umukuru w'Igihugu n'urwego Nshikiranganji mu gutegura imigambi yose yerekeye umutekano w'igihugu, mu gukurikirana ingene umutekano wifashe mu gihugu no mu gutora uburyo bushasha bwokoreshwa mu kwivuna abansi igihe igihugu gitewe canke habaye imidurumbanyo. »

#### b. L'Ombudsman

#### b. Umuhuza w'abanyagihugu na Reta

L'Ombudsman est une institution prévue par l'Article 237 de la Constitution. Selon cet Article, l'Ombudsman reçoit les plaintes et mène des enquêtes concernant des fautes de gestion et des violations des droits des citoyens commises par des agents de la fonction publique et judiciaire, et fait des recommandations à ce sujet aux autorités compétentes.

Urwego rw'Umuhuza w'abanyagihugu na Reta rutegekanijwe n'ingingo ya 237 y'Ibwirizwa Shingiro. Hisunzwe iyo ngingo, Umuhuza yakira ibirego vy'abamwituye agatohoza ivyerekeye amakosa yakozwe mu gutunganya ivy'igihugu n'ugutyoza agateka k'abanyagihugu vyokozwe n'abakozi ba Reta n'abakora mu vy'ubutungane, ibikwiye gukosorwa akabimenyesha abategetsi babifitiye ububasha

Toute personne peut, par une réclamation individuelle écrite ou orale, demander à être entendue et que son affaire soit traitée par l'Ombudsman.

Umuntu wese arashobora gusaba ko yumvirizwa kandi ingorane ziwe zikihwezwa n'Umuhuza, iyo yavyisabiye abicishije mu rwandiko canke abishikirije n'umunwa.

### c. La Cour des Comptes

La Cour des Comptes est dotée de fonctions essentielles qui se résument en trois points : le contrôle financier, le contrôle de la légalité et enfin, l'assurance du juste emploi des deniers publics.

Cependant, en raison de la dimension stratégique de la défense et de la sécurité, il est parfois difficile de concilier le confidentiel et la transparence, en conséquence de quoi, l'accès à certaines informations peut être limité.

### c. Sentare icungera amatungo ya Reta

Sentare icungera amatungo ya Reta ishinzwe imirimo mikurumikuru itatu: ugusuzuma ingene amafaranga ya Reta akoreshwa, ugusuzuma ko amategeko avyerekeye akurikizwa n'ugusuzuma ko amafaranga ya Reta akoreshwa ico yagenewe kandi neza.

Ariko, kubera ko ivyerekeye ukwivuna abansi n'ugucungera umutekano birimwo amabanga ahambaye, rimwe na rimwe biragoye kuroranya ingendo y'ukugumiza ibintu mw'ibanga n'ugukorera ku mugaragaro, ari na co gituma hariho amakuru amwamwe iyo sentare idashobora kuronswa.

## SECTION III : LES ACTEURS NON-ETATIQUES

### III.1. Les intervenants non statutaires en matière de sécurité

Parmi les acteurs non-étatiques intervenant dans le secteur de la sécurité se trouvent la société civile ; les médias et les sociétés privées de sécurité.

### III.2. La société civile

#### a) Cadre légal

L'émergence de la société civile commence au début des années 1990 et la Constitution de 2005 garantit la liberté d'association. Les associations sans but lucratif sont régies par le Décret-loi n° 1/11 du 18 avril 1992 portant cadre organique des associations sans but lucratif (ASBL). Ce décret-loi, qui place l'enregistrement et l'agrément des organisations de la société civile sous l'autorité du Ministère de l'Intérieur, n'a pas suivi l'évolution du

## AGACE KA III : ABAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO BATARI MU NZEGO ZA RETA

### III.1. Abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano batari mu nzego za Reta

Abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano batari mu nzego za Reta ni amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, ibimenyeshamakuru n'amashirahamwe yigenga akora akazi k'ukurarira.

### III.2. Amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike

#### a. Amategeko yisungwa

Amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike yatanguye kuvuka ku bwinshi mu myaka ya 1990, kandi Ibwirizwa Shingiro ryo mu mwaka wa 2005 riremeza uburenganzira bw'ugushinga amashirahamwe. Amashirahamwe adaharanira inyungu z'amafaranga agengwa n'Itegeko bwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 18 Ndamukiza 1992. Ni ryo kandi riha ububasha Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, bwo gufata ingingo yo kuyemerera gukorera ku mugaragaro. Kubera

mouvement associatif et mérite d’être révisée.

La société civile est composée des ASBLs, notamment les associations de défense des droits de l’homme, les associations de jeunes, de femmes, les syndicats, les confessions religieuses, et certaines associations qui travaillent en partenariat avec les ONG internationales. En raison de cette variété d’associations, d’organisations, d’instituts de recherche, de groupes de réflexion en provenance d’horizons divers, la société civile est un partenaire important dans une démocratie. Le secteur de la sécurité bénéficie des avantages de ce partenariat.

ukuntu yagiye ararwirirana, birakenewe ko iryo tegeko bwirizwa rihinduka.

Amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike agizwe na: amashirahamwe adaharanira inyungu z'amafaranga, nk'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu, amashirahamwe y’urwaruka, ay’abakenyezi, amashirahamwe aharanira inyungu z'abakozi, amashengero hamwe n’ayandi mashirahamwe akora afashijwe n’amashirahamwe mpuzamakangu ategamiye ama Reta y’ibihugu. Kubera ubwo bwinshi bw'ayo mashirahamwe, ubw’ibigo bikora ubushakashatsi, imirwi y'abantu batanga ivyiyumviro vyo mu bisata bitandukanye, amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, arafise rero akamaro gahambaye muri demokarasi. Igisata c'umutekano na co kiraharonkera akarusho mu gukorana neza n'ayo mashirahamwe.

**b) Rôle de la société civile**

La société civile est associée dans l’élaboration, l’exécution et le suivi des politiques et des programmes du pays. C’est à ce titre qu’elle a été impliquée dans l’élaboration des CSLP I et II, dans le Comité de pilotage des programmes financés par le Fonds de Consolidation de la Paix des Nations Unies, dans l’élaboration du Code Pénal, du Code Foncier, des Codes Electoraux, de la Stratégie Nationale de Bonne Gouvernance et de Lutte contre la Corruption, le processus de justice transitionnelle ainsi que dans l’élaboration de la Stratégie Nationale de Sécurité.

**b. Uruhara rw’amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike**

Amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, arasabwa guterera mw’itegurwa, mw’ishirwa mu ngiro no mw’ikurikizwa rya poritike n'imigambi vy’igihugu. Ni kubera ivyo, ayo mashirahamwe yagize ico yunganira mu gutegura Umugambi wo kurwanya ubukene (intambwe ya I n'iya II), agashirwa muri Komite ijejwe gutanguza imigambi ifashwe mu mugongo n'Ikigega gishinzwe gutsimbataza amahoro c’Ishirahamwe mpuzamakungu ONU, arunganira mw’itegurwa ry’Igitabu c'amategeko mpanavyaha, Igitabu c’amategeko agenga amatongo, Ibitabu vy'amategeko agenga amatora, Umugambi wo gutsimbataza intwaro ibereye no kurwanya igiturire mu gihugu, Umugambi werekeye ubutungane bw’inyuma y’intambara hamwe no mw’itegurwa ry’Umugambi w’igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano.

**III.3. Les médias**

D'un côté, une information objective et aussi complète que possible est un facteur de nature à améliorer la prise de décision en matière de sécurité. De l'autre côté, les citoyens ont le droit d'être informés sur tout ce qui concerne leur sécurité. Dès lors, les médias ont une importante mission en matière de sécurité.

Les médias agissent dans un cadre légal ; ils sont régis par la Loi N°1/11 du 04 juin 2013 portant modification de la Loi N°1/025 du 27 novembre 2003 régissant la presse au Burundi ; ils sont également soumis à un Code de déontologie de la presse adopté le 27 février 2006.

Concernant la presse audiovisuelle, ses missions sont mentionnées dans le Décret N°100/072 du 11 avril 1989 qui précise en son article 3 que la Radio Télévision Nationale du Burundi (RTNB) a pour mission de : informer, former, éduquer, divertir la population par des programmes radiodiffusés et télévisés.

En outre, l'Agence Burundaise de Presse (ABP) créée par le Décret n°100/139 du 25 juin 1976 a pour mission principale : « de rechercher les éléments d'une information complète et objective sur le territoire national ».

**III .3. Ibimenyeshamakuru**

Inkuru ataho ihengamiye, ijanye n'ukuri kandi ikwiye, irafasha mu gufata ingingo zibereye zerekeye umutekano. Vyongeye, abanyagihugu barafise uburenganzira bw'ukumenyeshwa amakuru kuri ico cose cerekeye umutekano. Ku bw'ivyo, ibimenyeshamakuru biri n'uruhara ruhambaye mu gutsimbataza umutekano.

Ibimenyeshamakuru bikora vyisunga amategeko, bikaba bigengwa n'Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 4 Ruheshi 2013 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/025 ryo ku wa 27 Munyonyo 2003 rigenga ibimenyeshamakuru mu Burundi; bitegerezwa kandi kwisunga amategeko agenga akarangamutima k'umwuga w'ukumenyesha amakuru yemejwe kw'igenekerezo rya 27 Ruhuhuma 2006.

Ku vyerekeye ibimenyeshamakuru bikoresha imboneshakure, imirimo yavyo itegekanijwe n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu inomero 100/072 ryo ku wa 11 Ndamukiza 1989, ritomora mu ngingo yaryo ya gatatu ko, Radiyo na Tereviziyo vy'igihugu (RTNB) ishinzwe imirimo yo: kumenyesha amakuru, gutanga inyigisho n'indero no kunezereza abanyagihugu hakoreshejwe ibiganiro bica mu nsamirizi no mu mboneshakure.

Vyongeye, Ikigo c'itororokanirizo ry'amakuru mu Burundi (ABP), cashinzwe n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu inomero 100/139 ryo ku wa 25 Ruheshi 1976, gishinzwe umurimo nyamukuru wo «kurondera ivyo vyose bituma haboneka inkuru ikwiye, y'ukuri kandi ataho ihengamiye, mu gihugu c'Uburundi».

# DEUXIEME PARTIE :

# LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DES DIFFERENTS ACTEURS

# IKIGABANE CA KABIRI :

# UBURYO N'INTERERANO Y'ABAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO

## CHAPITRE I : LES MOYENS POLITIQUES ET DIPLOMATIQUES

Le Burundi s'engage dans une nouvelle politique nationale de défense et de sécurité renforcée par un Service National de Renseignement et une coopération sous-régionale, régionale et internationale.

### SECTION I : LA POLITIQUE NATIONALE DE DEFENSE

Les objectifs de la politique nationale de défense du Burundi visent à définir et à déterminer :

a. La défense de la souveraineté nationale et l'intégrité du territoire du Burundi ;

b. La défense des droits et libertés du peuple burundais ;

c. La participation au renforcement de la cohésion et de l'unité nationale ;

d. La promotion de la coopération politico-militaire, sociale, économique et culturelle au sein de la Communauté Est-Africaine ;

e. Le renforcement de la professionnalisation de la FDN ;

f. La participation à la sauvegarde des valeurs et intérêts tant au niveau national qu'international ;

g. La contribution à la stabilisation et au renforcement d'un environnement sécuritaire dans le cadre national, régional et international ;

## IGICE CA I : UBURYO BWA PORITIKE N'UBUFATIYE KU MIGENDERANIRE N'AMAKUNGU

Igihugu c'Uburundi ciyemeje gukurikiza poritike nshasha y'ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano, kibifashijwemwo n'Urwego rw'igendereza hamwe n'Ugufashanya n'ibihugu duhana imbibe, ivyo muri aka karere n'ayandi makungu.

### AGACE KA I: PORITIKE Y'IGIHUGU MU VYEREKEYE UKWIVUNA ABANSI

Poritike y'igihugu mu vyerekeye ukwivuna abansi ifise intumbero yo gushinga no gutomora ibi bikurikira:

a. Ukugwanira ubwigenge bw'igihugu n'imbibe zaco ;

b. Uguharanira uburenganzira n'ubwigenge bwa zina murundi wese;

c. Ukugira uruhara mu gutsimbataza imibano myiza n'ubumwe bw'abarundi ;

d. Uguteza imbere ugufashanya hagati y'igisata ca poritike n'igisirikare, ibisata vy'imibano, ivy'ubutunzi n'imico, mw'Ishirahamwe ry'Ibihugu vy'Afirika y'Ubuseruko;

e. Ugukomeza inyigisho zituma Urwego rwo kwivuna abansi rukora rwisunze amategeko y'uwo mwuga;

f. Ukugira uruhara mu kubungabunga imico myiza n'inyungu z'igihugu haba mu gihugu canke mu makungu;

g. Uguterera mu kubungabunga no mu gutsimbataza umutekano ku rwego rw'igihugu, urwo mu karere no mu makungu;

h. La promotion et l’adhésion à certaines alliances militaires au niveau régional et international.

h. Uguteza imbere ishingwa ry'urunani rw’ugufashanya hagati y'inzego za gisirikare zo mu karere canke mpuzamakungu n'ukuzijamwo.

## SECTION II : LA POLITIQUE DE SECURITE PUBLIQUE

## AGACE KA II: PORITIKE Y’IGIHUGU MU VYEREKEYE UMUTEKANO W’ABANYAGIHUGU

Selon les termes de la Constitution, le Gouvernement s’est résolu à mettre en place une police républicaine, démocratique, moderne et proche du citoyen.

Hisunzwe Ibwirizwa Shingiro, Reta yiyemeje gushinga igiporisi c’igihugu, cisunga inzira ya demokarasi, gikoresha ubuhinga bwa none, kandi cegerejwe abenegihugu.

Les objectifs et approche de la police nationale sont:

Intumbero z'Igiporisi n'ingene gikora :

a. Mettre en œuvre le concept de sécurité intégrale et intégrée du Ministère de la Sécurité Publique: tous les aspects de la sécurité seront pris en charge par l’ensemble de ses services, fonctionnant comme un corps professionnel, démocratique et proche de la population ;

a. Gushira mu ngiro umugambi wo gutsimbataza umutekano uhuriwemwo na bose kandi uraba bose mu Bushikiranganji bw'umutekano: ni ukuvuga ko ivyo vyose vyerekeye umutekano bitegerezwa kwitwararikwa n'ibisata vyose vy'ubwo bushikiranganji, bigakora vyisunze amategeko agenga umwuga w'igiporisi, vyisunga ingendo ya demokarasi kandi bikegerezwa abanyagihugu;

b. Renforcer les capacités institutionnelles, structurelles et juridiques du Ministère de la Sécurité Publique ainsi que les attitudes et aptitudes du personnel ;

b. Kwungura ubwenge n'ubushobozi bw’inzego, uko zitunganijwe no mu vyerekeye amategeko mu bushikiranganji bw'umutekano, hamwe n'ugutuma abakozi b'ubwo bushikiranganji bagira inyifato ibereye kandi barangurana ubushobozi imirimo bajejwe;

c. Promouvoir et adhérer à certaines alliances de sécurité au niveau régional et international ;

c. Guteza imbere ishingwa ry'urunani rw’ugufashanya hagati y'inzego zijejwe umutekano zo mu karere canke mpuzamakungu n'ukuzijamwo;

d. Collaborer avec les autres Ministères concernés dans la protection de l’Environnement ;

d. Gufadikanya n’ubundi bushikiranganji bubijejwe mu gukingira ibidukikije;

e. Promouvoir la coopération politico-sécuritaire, sociale, économique et culturelle au sein de la Communauté Est-Africaine ;

e. Guteza imbere ugufashanya mu vyerekeye poritike y'umutekano, imibano, ubutunzi n’imico mw’Ishirahamwe ry’Ibihugu vy’Afrika y’Ubuseruko;

f. Contribuer à la stabilisation et au renforcement d'un environnement sécuritaire dans le cadre national, régional et international.

## SECTION III : LA POLITIQUE DU SERVICE NATIONAL DE RENSEIGNEMENT

L'objectif principal du Service National de Renseignement est de prévenir toute menace à l'ordre constitutionnel, à la sécurité publique, à l'intégrité territoriale et à la souveraineté nationale, qu'elle provienne de l'intérieur et/ou de l'extérieur.

Le Service National de Renseignement se doit de devenir un service professionnel qui protège la population. Pour cela, il doit :

a. Collecter, centraliser et contrôler toute information susceptible de contribuer à la protection de l'Etat et de ses institutions et à la sauvegarde des relations internationales et de la prospérité économique ;

b. Détecter les types d'activités susceptibles de créer l'insécurité, d'inciter à la haine et/ou à la violence ou d'entraîner des changements au sein des institutions de l'Etat par des moyens anti-démocratiques ;

c. Identifier toute tentative de manipulation politique, ethnique, religieuse, régionaliste, ou de toute autre nature visant à déstabiliser les institutions ;

d. Détecter tout acte de terrorisme, tout trafic illicite et toute tentative de constitution d'organisation criminelle ;

e. Détecter les dysfonctionnements et les malversations au sein des services de l'Etat ;

f. Guterera mu kubungabunga no mu gutsimbataza umutekano ku rwego rw'igihugu, urwo mu karere no mu makungu.

## AGACE KA III: PORITIKE Y'IBIRO BIKURU BIJEJWE IGENDEREZA

Intumbero nyamukuru y'Ibiro bikuru bijejwe igendereza, ni iyo gukinga ico cose cobangamira inzego zikomoka kw'Ibwirizwa Shingiro, umutekano w'igihugu, imbibe z'igihugu, ukwishira n'ukwizana kw'igihugu, coba kiva mu gihugu hagati canke inyuma y'igihugu.

Ibiro bikuru bijejwe igendereza, bitegerezwa kuba ari urwego rukorana ubuhinga, rugakingira abanyagihugu bose. Ku bw'ivyo, rutegerezwa:

a. Gutororokanya, gushira hamwe no kugenzura inkuru iyo ari yo yose yoshobora gufasha mu gukingira Reta n'inzego zayo hamwe no kubungabunga imigenderanire n'amakungu n'iterambere ry'ubutunzi;

b. Kubona hakiri kare ibikorwa vyose bishobora gutera umutekano muke, gutuma haba urwanko canke ububisha canke gutuma haba ihinduka mu nzego z'igihugu bidaciye mu nzira ya demokarasi;

c. Kwerekana ico cose coza citwaza poritike, ubwoko, idini, intara canke icoca mu buryo ubwo ari bwo bwose mu ntumbero yo guhungabanya inzego;

d. Kubona hakiri kare igikorwa ico ari co cose c'iterabwoba, urudandazwa urwo ari rwo rwose rutajanye n'amategeko, n'ico cose kigamije gushiraho imirwi y'inkozi z'ibibi;

e. Kubona hakiri kare ibitagenda neza n'isesagurwa ry'ubutunzi mu bisata vy'igihugu;

f. Informer sur toute menace à l'environnement écologique du pays.

## SECTION IV: LA POLITIQUE EXTERIEURE EN MATIERE DE SECURITE

La protection du territoire national va au-delà de nos frontières, raison pour laquelle l'Etat burundais est déterminé à renforcer ses liens de coopération dans le souci de contribuer à la stabilité régionale et internationale.

### IV.1. La diplomatie du Burundi en matière de sécurité

La diplomatie burundaise, alliée au Ministère de la Défense et des Anciens Combattants et au Ministère de la Sécurité Publique, se donne pour rôle et objectifs de mener les actions stratégiques ci-dessous :

a. Contribuer au renforcement des mécanismes sous-régionaux, régionaux, continentaux et internationaux concernant la paix et la sécurité, notamment contre le terrorisme international, le trafic de drogue, la prolifération des armes légères et de petit calibre ;

b. Contribuer à assurer la mise en œuvre intégrale des pactes ou accords de paix et de sécurité ;

c. Jouer le rôle d'interface auprès des bailleurs de fonds dans la mobilisation des moyens matériels, techniques, financiers et humains en faveur des acteurs de la sécurité ;

d. Mettre en place les accords d'exploitation et de gestion justes et équitables des ressources transfrontalières ainsi que de la protection commune de l'environnement ;

f. Kumenyesha ico cose kibangamiye ibidukikije.

## AGACE KA IV: PORITIKE Y'UGUFASHANYA N'AMAKUNGU MU VYEREKEYE UMUTEKANO

Ugukingira igihugu ntibigarukira ku mbibe zaco gusa, ari na co gituma Reta y'Uburundi yiyemeje gukomeza imigenderanire n'ibindi bihugu, mu ntumbero yo kugira ico buterereye mu gutsimbataza umutekano mu karere no mu makungu.

### IV.1. Imigenderanire y'Uburundi n'amakungu mu vyerekeye umutekano

Poritike y'Uburundi mu vyerekeye Ugufashanya n'amakungu mu bijanye n'Umutekano yega Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi n'ugukurikirana abahoze ku rugamba n'Ubushikiranganji bw'umutekano, yiyemeje gufata intumbero y'ukurangura ibikorwa bikurikira:

a. Guterera mw'ikomezwa ry'ibikorwa bihuza ibihugu duhana imbibe, ivyo mu karere no mu makungu mu vyerekeye ugutsimbataza amahoro n'umutekano, na canecane ukurwanya iterabwoba ku rwego mpuzamakungu, urudandazwa rw'ibiyayuramutwe n'irwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito ;

b. Guterera mw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano yerekeye ugutsimbataza amahoro n'umutekano ata cirengangijwe;

c. Guhuza abafasha igihugu n'abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano mu kwegeranya uburyo bw'ibikoresho n'amafaranga, ukugwiza ubuhinga n'abantu babifashamwo ;

d. Kugira amasezerano yerekeye ikoreshwa n'itunganywa bibereye kandi ata wurenganijwe, ry'amatungo asangiwe hirya no hino y'imbibe z'ibihugu no gukingira hamwe ibidukikije;

e. Elargir le champ de coopération aux fins d'assurer une formation et un équipement appropriés aux agents chargés de la protection de l'intégrité du territoire national ;

f. Développer des stratégies afin de faciliter la pleine participation des Forces de défense et de sécurité dans les programmes d'intégration de la Communauté Est-Africaine ;

g. Développer des cadres légaux de coopération en matière de participation à des opérations de maintien de la paix ;

h. Participer aux opérations de maintien de la paix, sous l'égide de l'Organisation des Nations Unies, de l'Union Africaine ou des organisations sous-régionales ;

i. Mettre en place les mécanismes de sécurisation des ressortissants burundais vivant à l'étranger ;

j. Mettre en place une Commission technique permanente d'alerte précoce et de prévention des conflits.

**IV.2. Les principales conventions, pactes et accords signés par le Burundi en matière de défense et de sécurité**

Le Burundi a signé plusieurs conventions, pactes et accords en matière de défense et de sécurité, notamment :

a. La Charte de l'Organisation des Nations Unies (ONU) signée par le Burundi le 18 septembre 1962. Cette Organisation a été fondée en 1945, après la Seconde Guerre mondiale pour maintenir la paix et la sécurité internationales, développer des relations amicales entre les nations, promouvoir le progrès social, instaurer de meilleures conditions de vie et accroître le respect des droits de l'homme ;

e. Kugwiza uburyo bw'ugufashanya mu ntumbero y'uguha inyigisho n'ibikoresho vya nkenerwa abajejwe gukingira imbibe z'igihugu;

f. Guteza imbere imigambi n'ubuhinga vyokworohereza bimwe bikwiye inzego z'ukwivuna abansi n'izijejwe umutekano no kugira uruhara mu migambi y'Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko;

g. Guteza imbere amategeko ajanye no gufashanya no kugira uruhara mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro;

h. Kwitabira ibikorwa vyo kubungabunga amahoro birongowe n'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU, Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika canke amashirahamwe aduhuza n'ibihugu bibanyi;

i. Gushiraho uburyo bw'ugukingira umutekano w'abarundi baba mu makungu;

j. Gushinga Umurwi ntayegayezwa w'abahinga bajejwe gutabaza hakiri kare n'ugukinga amatati.

**IV.2. Amasezerano makurumakuru yashizweko umukono n'Uburundi mu vyerekeye ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano**

Uburundi bwarashize umukono ku masezerano menshi yerekeye ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano, nk'aya akurikira:

a. Amasezerano y'Ishirahamwe Mpuzamakungu (ONU) yashizweko umukono n'Uburundi ku wa 18 Nyakanga 1962. Iryo Shirahamwe ryashinzwe mu 1945, inyuma y'intambara ya kabiri y'isi yose, kugira amahoro n'umutekano mu makungu bibungabungwe, imigenderanire y'ubugenzi hagati y'ibihugu n'ivyerekeye imibano bitezwe imbere, hashirweho ibituma abantu babaho neza kandi agateka ka zina muntu kubahirizwe ;

b. Le Protocole sur la création du Conseil de paix et de sécurité de l'Union Africaine, le 09/07/2002. Il est créé au sein de l'Union, conformément à l'article 5(2) de l'Acte constitutif, un Conseil de paix et de sécurité qui est un organe de décision permanent pour la prévention, la gestion et le règlement des conflits en Afrique ;

b. Amasezerano yerekeye ugushinga Urwego rujejwe kubungabunga amahoro n'umutekano mw'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika, yo ku wa 9 Mukakaro 2002. Hisunzwe ingingo ya 5 y'ayo masezerano, agahimba ka 2, harashinzwe muri iryo shirahamwe, Inama ijejwe amahoro n'umutekano, ari rwo rwego rwamaho rufata ingingo zerekeye ugukinga n'ugutorera umuti amatati mu bihugu vy' Afrika;

c. Le pacte de non-agression et de défense commune de l'Union Africaine, le 07 mars 2005 ;

c. Amasezerano y'ukudasotorana n'ukwivunira umwansi hamwe mw'Ishirahamwe ry'Ubumwe bw' Afrika, yo kw'igenekerezo rya 7 Ntwarante 2005;

d. La *Convention de l'OUA sur la Prévention* et la*lutte contre le terrorisme* adoptée par le 35ème Sommet de l'OUA à Alger, le 14 juillet 1999 ;

d. Amasezerano y'Ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afrika y'ugukinga n'ukurwanya iterabwoba yemejwe n'Inama y'abakuru b'ibihugu igira 35, yabereye mu gisagara ca Alger ku wa 14 Mukakaro 1999;

e. Le Mémorandum d'Accord entre l'Union Africaine et le Burundi, pays contributeur en personnel militaire et de police à la Mission de l'Union Africaine en Somalie (AMISOM), le 12 décembre 2007 ;

e. Amasezerano y'ugufashanya hagati y'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika n'Uburundi, nk'igihugu gifasha mu gutanga abasirikare n'abaporisi, mu Nteko z'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika z'ukugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Somariya (AMISOM), yagizwe ku wa 12 Kigarama 2007;

f. Le Protocole d'Accord de Coopération et d'entre-aide en matière de lutte contre la criminalité entre le Burundi, Djibouti, l'Erythrée, l'Ethiopie, le Kenya, l'Ouganda, le Rwanda, les Seychelles, le Soudan et la Tanzanie ;

f. Amasezerano yemeza imigenderanire n'ugufashanya mu kurwanya ubwicanyi n'ubundi bukozi bw'ikibi, hagati y'ibihugu vy'Uburundi, Djibuti, Eritreya, Etiyopiya, Kenya, Uganda, Urwanda, Amazinga ya Seyishere, Sudani na Tanzaniya;

g. La Convention de l'Union Africaine sur la protection et l'assistance aux personnes déplacées en Afrique (convention de Kampala), le 23/10/2009 ;

g. Amasezerano y'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika yerekeye ugukingira n'ukwitaho impunzi n'abateshejwe izabo bari muri Afrika (Amasezerano y'i Kampala) yo ku wa 23 Gitugutu 2009;

h. Le Conseil de Paix et de Sécurité (COPAX) de la Communauté Economique des Etats d'Afrique Centrale (CEEAC) créé en 1999 ;

h. Inama y'amahoro n'umutekano (COPAX) yo mw'Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vya Afrika yo hagati (CEEAC), yashinzwe mu mwaka wa 1999;

i. La Communauté Economique des Pays des Grands Lacs (CEPGL), une organisation sous-régionale réunissant trois pays frontaliers à savoir le Burundi, le Rwanda et le Zaïre (RDC) créée le 20 septembre 1976 ;

j. Le Mémorandum d'Entente entre le Gouvernement de la République du Burundi et les Ministères des Affaires Etrangères, de la Coopération au développement et de la Défense des Pays-Bas sur le développement du secteur de la sécurité (DSS), le 10 avril 2009 ;

k. Le Pacte sur la Sécurité, la Stabilité et le Développement dans la Région des Grands Lacs, signé par les chefs d'Etat à Nairobi, Kenya, le 15 décembre 2006 ;

l. *Le Protocole de Nairobi* sur la prévention, le contrôle et la réduction des*armes légères et* de petit calibre dans la Région des Grands Lacs et la Corne de l'Afrique, le 21 avril 2004 ;

m. L'Accord complémentaire en matière de sécurité entre la République du Burundi, la République Rwandaise et la République du Zaïre, le 21 juin 1975;

n. La Force Est-africaine en Attente (The Eastern Africa Standby Force Coordination Mechanism, créée le 4 septembre 2008.

i. Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vyo mu karere k'ibiyaga binini (CEPGL), rikaba ari ishirahamwe rihuza ibihugu bitatu bihana imbibe ari vyo: Uburundi, Urwanda, Zayire (Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo), ryashinzwe ku wa 20 Nyakanga 1976;

j. Amasezerano y'umwumvikano hagati ya Reta y'Uburundi n'Ubushikiranganji bw'imigenderanire y'Ingoma y'Ubuhorande n'ibindi bihugu, ugufashanya mw'iterambere n'ukwivuna abansi, yerekeye Inagurwa ry'igisata c'umutekano (DSS), yo ku wa 10 Ndamukiza 2009;

k. Amasezerano yerekeye ugutsimbataza umutekano n'iterambere mu karere k'ibiyaga binini, yashizweko umukono n'abakuru b'ibihugu i Nayirobi muri Kenya, ku wa 15 Kigarama 2006;

l. Amasezerano y'i Nayirobi y'ugukinga, ugucungera n'ukugabanya ibirwanisho bihwahutse na bitobito mu Karere k'ibiyaga binini n'Ihembe rya Afrika, yo ku wa 21 Ndamukiza 2004;

m. Amasezerano yo kwunganira mu vy'umutekano hagati ya Republika y'Uburundi, Urwanda na Zayire, yo ku wa 21 Ruheshi 1975;

n. Ishingwa ry'Urwego rwa gisirikare rwa Afirika y'Ubuseruko rwo kwitegurira kurwaniriza hamwe umwansi, ku wa 4 Nyakanga 2008 ("The Eastern Africa Standby Force Coordination Mechanism" mu congereza).

### IV.3. Participation ou intervention des Forces de Défense et de Sécurité du Burundi dans les opérations de paix

Le Burundi participe à plusieurs missions et opérations à l'extérieur :

a. La Mission de l'Union Africaine en Somalie (AMISOM), créée le 19 janvier 2007 par le Conseil de Paix et Sécurité de l'UA et entérinée le 20février par la Résolution1744 du Conseil de sécurité de l'ONU, a pour principale mission de fournir un soutien aux institutions fédérales de transition somaliennes dans leurs efforts de stabilisation du pays et dans la poursuite du dialogue politique et de la réconciliation. Elle a été renouvelée à plusieurs reprises par le Conseil de Sécurité puis renforcée en 2012 pour atteindre l'objectif de 17 000 soldats déployés. En juin 2012, l'AMISOM compte 15674 militaires et 59 policiers, dont six bataillons provenant du Burundi.

b. La Mission de l'Union Africaine au Darfour (MINUAD) au Soudan a essentiellement pour mandat de protéger les civils, mais elle est également chargée d'assurer la sécurité de l'aide humanitaire, de surveiller et de vérifier l'application des accords, de favoriser un processus politique ouvert, de contribuer à la promotion des droits de l'homme et de l'État de droit et de surveiller la situation le long des frontières avec le Tchad et la République Centrafricaine. Le Burundi y a envoyé des officiers observateurs (45 policiers et militaires)

### IV.3. Ukugira uruhara canke ukwitabira ibikorwa vy'uguhagararira amahoro mu bindi bihugu, bigirwa n'inzego z'Uburundi z'ukwivuna abansi n'izijejwe umutekano

Uburundi buraterera mu bikorwa vyinshi vy'uguhagararira amahoro mu bindi bihugu:

a. Inteko z'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika z'ukugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Somariya (AMISOM), zemejwe ku wa 19 Nzero 2007 n'Inama ijejwe Amahoro n'Umutekano y'Ubumwe bwa Afrika, zemezwa n'ingingo ya 1744 y'Inama Nkuru y'Umutekano y'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU ku wa 21 Ruhuhuma 2007. Izo nteko zijejwe canecane gushigikira inzego z'intara zunze ubumwe z'imfatakibanza zo mu gihugu ca Somariya, mu twigoro twazo tujanye no gukomeza intwaro muri ico gihugu no kubandanya ibiganiro vy'amahoro n'ugusubiza hamwe. Izo nteko zagiye zirongererezwa ikiringo kenshi n'Inama Nkuru y'Umutekano, zongera zirongererezwa inguvu mu mwaka wa 2012 zishika ku gitigiri c'abasirikare 17.000. Muri Ruheshi 2012, izo nteko z'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika z'ukugarukana amahoro muri Somariya zari zigizwe n'abasirikare 15 674 n'abaporisi 59, muri abo amabatayo atandatu yari ay'abarundi.

b. Inteko z'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika i Darfour (MINUAD) mu gihugu ca Sudani, zijejwe canecane gukingira abanyagihugu atari abasirikare, harimwo kandi gucungera imfashanyo z'abagiraneza, no gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'amasezerano yashizweko imikono. Zijejwe kandi kworohereza umugambi wa poritike wugururiwe bose, guterera mu guteza imbere agateka ka zina muntu, ukwubaka igihugu kigendera ku mategeko hamwe no gucungera umutekano ku mbibe Sudani gihana n'iguhugu ca Tchad na République Centrafricaine. Uburundi

et des civils dans le cadre de la protection des civils et de l'aide humanitaire ;

bwararungitseyo intwazangabo ka burorerezi (Abaporisi n'Abasirikare 45) n'abasivire mu ntumbero yo gukingira abanyagihugu n'imfashanyo z' abagiraneza;

c. L'Opération des Nations Unies en Côte d'Ivoire (ONUCI). C'est une opération de maintien de la paix créée par la résolution 1528 (2004) du Conseil de Sécurité et placée sous le Chapitre VII de la Charte des Nations Unies. Le Chapitre VII, qui prévoit - entre autres mesures - le recours à la force, est utilisé par le Conseil en cas de menace contre la paix, de rupture de la paix ou d'actes d'agression. 35 officiers de la police burundaise y participent ;

c. Inteko z'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU mu gihugu ca Côte d'Ivoire (ONUCI). Izo nteko zijejwe igikorwa c'ukubungabunga amahoro zasizweho n'Ingingo ya 1528 (2004) y'Inama Nkuru y'Umutekano y'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU, hisunzwe Ikigabane ca VII c'Amasezerano ngenderwako y'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU. Ico Kigabane ca VII mu vyo gitegekanya harimwo - gukoresha inguvu- mu gihe hagize ikibangamira amahoro, hateye intambara canke habaye ibikorwa vy'ubusotoranyi. Uburundi bwararungitseyo intwazangabo 35 z'Igiporisi.

d. La Mission des Nations Unies pour la Stabilisation à Haïti (MINUSTAH). La MINUSTAH appuie le processus politique pacifique et constitutionnel pour maintenir un climat de sécurité et de stabilité dans le pays. Le Burundi y déploie une quarantaine d'officiers de la police nationale dans le cadre de la formation de la police haïtienne.

d. Inteko z'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU z'ugutsimbataza umutekano mu gihugu ca Hayiti (MUNISTAH). Izo nteko zishinzwe gushigikira umugambi wo gutsimbataza amahoro n'intwaro ishingiye kw'Ibwirizwa Shingiro kugira hatsimbatazwe inzego z'igihugu n'umutekano. Uburundi bwararungitseyo intwazangabo zo mu giporisi zirenga mirongo ine, zagiye kwigisha igiporisi co muri ico gihugu.

## CHAPITRE II: LES MOYENS DE LA DEFENSE ET DE LA SECURITE

### SECTION I : LA FORCE DE DEFENSE NATIONALE (FDN)

La Force de Défense Nationale est constituée par des éléments issus des ex-Partis et Mouvements Politiques Armés et les ex-Forces Armées Burundaises.

**I.1. La composition de la FDN**

**A. Les composantes**

**a. L'Armée de Terre**

L'Armée de Terre a pour mission de défendre l'intégrité du territoire national, l'indépendance et la souveraineté nationale, d'appuyer les autres intervenants en matière de sécurité et de participer à des opérations de paix au niveau régional et international. Cette armée possède une aviation légère chargée d'appuyer les opérations terrestres à l'intérieur et à l'extérieur du pays.

La sécurité des institutions est assurée par une Brigade Spéciale chargée de la Protection des Institutions (BSPI) sous le commandement direct du Chef d'Etat-Major Général.

**b. Les Unités de la Marine**

Les Unités de la Marine ont pour mission de contrôler et de surveiller les lacs du pays et plus particulièrement le lac Tanganyika

**c. Les Unités Spécialisées**

Les Unités Spécialisées (Génie Travaux, Brigade Logistique de la Défense Nationale, Groupement des Matériels et Engins…) ont pour mission

## IGICE CA II: UBURYO BW'UKWIVUNA ABANSI N'UKUBUNGABUNGA UMUTEKANO

### AGACE KA I: URWEGO RW'UKWIVUNA ABANSI

Urwego rw'ukwivuna abansi rugizwe n'abahoze mu migambwe n'imihari yahora irwana hamwe n'abahoze bari mu gisoda ca Reta.

**I.1. Ibigize urwego rw'ukwivuna abansi.**

**A. Ibisata vy'urwego rw'ukwivuna abansi**

**a. Igisoda kirwanira hasi**

Igisoda kirwanira hasi kijejwe gucungera imbibe z'igihugu n'ukwubahiriza ubwigenge bw'Uburundi. Gishinzwe kandi gushigikira abo bose begwa n'umutekano hamwe no kwitaba ibikorwa vyo gutsimbataza amahoro mu karere no mu makungu. Ico gisoda kirafise n'indege zo kucunganira mu rugamba rwo hasi, haba mu gihugu hagati canke inyuma y'igihugu.

Umutekano w'inzego ucungerwa n'Umurwi w'abajejwe umutekano ukingira inzego z'igihugu utegekwa n'Umukuru w' Ibiro Bikuru vy'Intwaramiheto ubwiwe.

**b. Imirwi y'abasirikare barwanira mu mazi**

Imirwi y'abasirikare barwanira mu mazi ishinzwe igikorwa co kugenzura no gucungera ibiyaga vy'igihugu na canecane ikiyaga Tanganyika.

**c. Imirwi idasanzwe y'igisirikare**

Imirwi idasanzwe y'igisirikare irangura imirimo itandukanye (Umurwi w'abashinzwe ibikorwa vy'ubwubatsi, Umurwi ushinzwe uburyo n'ibikoresho

d'appuyer les actions de la FDN et du Gouvernement.

vya gisirikare, Umurwi uraba imiduga n'ibimashini….) ishinzwe gufasha mu bikorwa vy'Urwego rw'ukwivuna abansi no mu bikorwa vya Reta.

**B. Les moyens humains et matériels**

**a) Les moyens humains**

La FDN est constituée de trois catégories principales de personnel à savoir les officiers, les sous-officiers et les hommes de troupe. Le recrutement est basé sur le volontariat et doit tenir compte des équilibres régionaux, ethniques et du genre comme le stipule la Constitution. La formation de ce personnel est organisée soit au pays soit à l'étranger pour les spécialistes. Le nombre de spécialistes reste minime par rapport aux besoins de la FDN.

**B. Abakozi n'ibikoresho**

**a) Abakozi**

Urwego rw'ukwivuna abansi rugizwe n'imirwi mikurumikuru itatu: intwazangabo, ibisongerezi n'abasoda batobato. Umurundi akwije ibisabwa n'amategeko yinjira mu gisirikare ku gushaka kwiwe hubahirijwe ingene intara zose, amoko n'ibitsina biserukirwa nk'uko Ibwirizwa Shingiro ribitegekanya. Inyigisho z'abo basirikare zitunganirizwa mu gihugu canke mu bindi bihugu ku batowe kwiga ubuhinga budasanzwe. Naho bimeze uko, igitigiri c'abanonosoye ubuhinga budasanzwe kiguma ari gito, ugereranije n'abakenewe muri urwo rwego.

**b) Les moyens matériels**

La FDN possède des infrastructures de travail (bureaux, PC bataillons, brigades, régions militaires), des infrastructures opérationnelles (champs de tir, pistes d'entraînement) et des infrastructures sportives pour l'accomplissement de ses missions.

Elle dispose également de moyens logistiques et de communication qui lui permettent de réaliser les différentes missions qui lui sont confiées.

La FDN est dotée d'un équipement capable de parer à certaines menaces lui permettant d'honorer ses missions de paix. Toutefois, ces équipements restent insuffisants.

**b) Ibikoresho**

Kugira Urwego rw'ukwivuna abansi rurangure neza imirimo rushinzwe, rurafise inyubakwa rukoreramwo (ibiro, amakambi, amabirigadi n'uturere twa gisirikare), invyubatswe bigenewe ibikorwa vy'imyimenyerezo ya gisirikare (ibibanza vy'imyimenyerezo yo kurasa, ibibuga vyo kwimenyererezamwo kwiruka) hamwe n'ivyubakwa vy'ukwinonoreramwo imitsi.

Urwo rwego rurafise kandi uburyo bw'ugutumatumanako amakuru burufasha kurangura neza imirimo rushinzwe.

Rurafise kandi ibikoresho bishobora kurwanya n'ugukinga ibitero bimwebimwe, bikarutuma rushobora kuguma rubungabunga amahoro. Ariko ivyo bikoresho biracari bikeyi.

**I.2. Le fonctionnement de la FDN**

La FDN est commandée par un Chef d'Etat-Major Général qui est subordonné au Ministre de la Défense Nationale et des Anciens Combattants. L'Etat-Major Général est constitué de trois Etats-Majors : Inter-Armes, Logistique et Formation, et des services généraux (G1 à G5) ainsi que des bureaux spécialisés (sport, santé, informatique).

**I.2. Ingene urwego rw'ukwivuna abansi rukora**

Urwego rw'ukwivuna abansi rurongowe n'Umukuru w'Ibiro Bikuru vy'Intwaramiheto ahabwa amategeko n'Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ugukurikirana abahoze ku rugamba. Ibiro bikuru vy'Intwaramiheto bigizwe n'ibiro bitatu: ibiro vy'Ingabo zirwanira hasi, Ibiro bijejwe Ibikoresho n'Ibiro bijejwe inyigisho hamwe n'ubundi buzi (kuva kuri G1 gushika kuri G5) hatibagiwe n'ibiro bishinzwe ivy'ukwinonora imitsi, ibijanye n'amagara y'abantu n'ivyerekeye ubuhinga bwa none.

**A. Les capacités opérationnelles**

La FDN est dotée de moyens matériels et humains lui permettant :

- de prévenir, dissuader et réduire toute menace tant intérieure qu'extérieure ; d'assurer le commandement, le contrôle et la communication lors de l'accomplissement de ses missions ;
- d'effectuer tout déploiement nécessaire en dehors du Burundi afin de s'acquitter de ses obligations en matière de sécurité nationale, régionale et internationale ;
- d'assurer le soutien et la maintenance des unités.

En analysant ces capacités opérationnelles, il apparaît que la FDN privilégie la prévention et la résolution pacifique des conflits et des guerres.

**A. Uburyo akazi k'igisirikare karangurwa**

Urwego rw'ukwivuna abansi rurafise ibikoresho n'abakozi birutuma rurangura ibi bikurikira:

- gukinga, gutesha n'ukurwanya ico cose coza gihungabanya umutekano kivuye mu gihugu canke giturutse inyuma y'igihugu; gutanga amategeko akenewe n'ugukurikirana ihanahana ry'amakuru ya gisirikare yerekeye ibiriko birarangurwa;
- kurungika abasirikare hanze y'Uburundi mu gihe bikenewe, mu ntumbero yo kurangura neza ivyo rwiyemeje mu gucungera umutekano w'igihugu, wo mu karere no mu makungu;
- Gushigikira imirwi y'abasirikare n'ugukomeza ubushobozi bwayo mu kazi ka minsi yose.

Wihweje neza ubushobozi n'intumbero y'urwego rw'ukwivuna abansi, biragaragara ko rushira imbere gukinga no gutatura amatati bidaciye mu ntambara.

**B. Les capacités non-opérationnelles**

Les aspects non-opérationnels doivent occuper une place de choix car ils permettent le fonctionnement professionnel de la FDN. Les facteurs suivants doivent attirer davantage l'attention de l'autorité pour rendre la FDN plus opérationnelle : l'administration,

**B. Ibindi bikorwa bijanye n'akazi ka gisirikare**

Ivyo bikorwa bitegerezwa kwitwararikwa uko bikwiye kuko bituma urwego rw'ukwivuna abansi rurangure akazi karwo neza hubahirijwe amategeko. Kubera ivyo, abajejwe urwo rwego bategerezwa kwitwararikwa gusumba ibi bikurikira: intwaro, ugukurikirana abakozi

la gestion des ressources humaines, la planification, le contrôle, le suivi et l'évaluation, la gestion des anciens combattants, la professionnalisation, le genre, la justice militaire, le bien-être.

n'iduzwa ry'amapete yabo, ugutegura imigambi, ukugenzura n'ugusuzuma ivyakozwe, ukwitaho abahoze ku rugamba, ukwinjiza abakenyezi, ugutanga inyigisho zijanye n'akazi, ubutungane bwa gisirikare n'ivyerekeye ukubaho neza.

### I.3. Les défis

Beaucoup de défis restent toutefois à relever. Il s'agit notamment :d'une planification lacunaire ; d'une insuffisance de personnel spécialisé ; d'un budget insuffisant; d'un équipement vieillissant ; d'infrastructures insuffisantes ; de l'absence de relation et de collaboration de l'Inspection Générale avec les autres organes de contrôle ; du chevauchement dans certains services du MDNAC et de l'EMG ; de l'absence de législation claire en matière de protection des démobilisés ; des conditions sociales des militaires qui ne sont pas adaptées au coût de la vie ; du matériel insuffisant et parfois non-adapté pour les missions de paix, des lacunes liées à la doctrine de l'emploi des forces à la FDN.

### 1.3. Intambamyi.

Urwego rw'ukwivuna abansi ruracafise intambanyi zitari nke zikeneye gutorerwa inyishu. Izibonekeza canecane ni izi zikurikira: itunganywa ry'imigambi ridakwiye, abakozi babinonosoye badakwiye, amafaranga adakwiye, ibikoresho biriko birasaza, inyubakwa zidakwiye, ukudakorana neza kw'Ubugenduzi bukuru bw'igisirikare n'izindi nzego zijejwe ako kazi, Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi buhurira ku bikorwa bimwe n'Ubuyobozi bwo mu Biro Bikuru vy'Intwaramiheto, ukubura amategeko atomoye akingira abasubijwe mu buzima busanzwe, ubuzima buzimvye butagihuye n'uburyo abasirikare baronswa n'ukudategekanirizwa neza kazoza, ibikoresho vya nkenerwa mu murimo wo kugarukana amahoro bidakwije ibisabwa, n'ibindi bibuze mu nyigisho z'akarangamutima zerekeye gukoresha inguvu n'uburyo bwa gisirikare.

### I.4. La gouvernance de la FDN

La FDN est soumise à l'obligation d'être contrôlée comme toute autre institution de l'Etat. Des contrôles internes sont effectués par les différents services de l'EMG et d'autres sont faits par des organes du Ministère de la Défense (l'Inspection Générale et les juridictions militaires) et organes étatiques (Parlement, Inspection Générale de l'Etat et Cour des Comptes).

### 1.4. Ingene urwego rw'ukwivuna abansi rugenzurwa

Urwego rw'ukwivuna abansi rutegerezwa kugenzurwa nk'izindi nzego zose z'igihugu. Isuzuma ryo mu kazi rigirwa n'ibisata bitandukanye vy'Ibiro Bikuru vy'Intwaramiheto, irindi suzumwa rigakorwa n'ibisata biri mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi hakaba harimwo Ubugenduzi Bukuru, Sentare za gisirikare. Hariho n'izindi nzego za Reta nk'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka, Ubugenduzi Bukuru bwa Reta na Sentare isuzuma ikongera igakurikirana ingene amafaranga y'igihugu akoreshwa.

## SECTION II : LA POLICE NATIONALE DU BURUNDI

### II.1. Les composantes de la Police Nationale du Burundi

#### A. Organisation

La réforme institutionnelle du secteur de la sécurité publique a été initiée par les négociations d'Arusha au sein du Protocole III. L'idée majeure était de créer une Police Nationale placée sous la tutelle du Ministère ayant la Sécurité Publique dans ses attributions. Au sein de la Police Nationale, il existe un Service National de la Protection Civile chargé d'assurer la prévention et la gestion des risques et des catastrophes.

Le corps de la Police Nationale est structuré en Régions de Police, Commissariats Provinciaux de Police et Postes de Police ayant principalement des missions de Sécurité intérieure, de Police judiciaire, de Police des migrations et de Sécurité pénitentiaire.

De plus, la PNB est dotée d'unités spécialisées : Unité d'Appui à la Protection des Institutions (API), Police Spéciale de Roulage et de la Sécurité Routière (PSR-SR), Groupement Mobile d'Intervention Rapide (GMIR), Unité de lutte contre Délinquance Policière (UDP), Unité Anti-Terroriste (UAT), Police des Mineurs et de Protection des Mœurs (PM-PM), Unité Anti-Drogue (UAD), Brigade de Recherche et d'Investigation Judiciaire (BRIJ), Unité de Marine, Unité Musique placée au sein d'un Bureau chargé de leur coordination en vue d'appuyer les actions de la PNB.

La mise en place des unités constituées de police à déployer dans les missions de paix tant régionales qu'internationales requiert actuellement une attention particulière.

## AGACE KA II : URWEGO RW'IGIPORISI C'IGIHUGU

### II.1. Ibisata bigize Urwego rw'Igiporisi c'Uburundi

#### A. Ingene Urwego rutunganijwe

Isubirwamwo ry'inzego z'igisata c'umutekano w'igihugu, rikomoka ku masezerano y'amahoro y'i Arusha, mu Kigabane ca III. Intumbero nyamukuru yari iyo gutunganya Urwego rw'igiporisi c'igihugu gitegekwa n'Ubushikiranganji bujejwe umutekano mu gihugu. Mu rwego rw'igiporisi, harimwo igisata kijejwe gukinga impanuka n'uguhangana n'ingaruka z'ivyaduka.

Urwego rw'igiporisi rutunganijwe mu turere tw'igiporisi; Komisariya z'igiporisi mu ntara, hamwe n'Ibirindiro vy'igiporisi bijejwe umutekano wo hagati mu gihugu, Ibiro vy'inyamiramabi, igiporisi kijejwe abinjira n'abasohoka mu gihugu n'igiporisi kijejwe gucungera umutekano w'amabohero.

Vyongeye, Urwego rw'igiporisi c'Uburundi rugizwe n'imirwi idasanzwe: Umurwi w'Igiporisi ujejwe gukingira inzego (API), Igiporisi kidasanzwe kijejwe umutekano mu mabarabara (PSR-SR), Umurwi w'igiporisi kijejwe gutabara (GMIR), Umurwi urwanya ubukozi bw'ikibi bukorwa n'abaporisi (UDP), Umurwi urwanya iterabwoba (UAT), Igiporisi gikingira abana n'imico (PM- PM), Umurwi wo gutuza ibiyayuramutwe (UAD), Igiporisi kijejwe gutesha inkozi z'ibibi n'ukugira amatohoza (BRIJ), Umurwi ucungera ivyo mu mazi, Umurwi ujejwe ivy'umuziki ugenzurwa n'Ibiro bishinzwe guhuza akazi no gufasha mu bikorwa vy'igiporisi c'Uburundi.

Harakenewe kandi ko hashirwaho imirwi y'igiporisi yo kurungika mu gikorwa c'ukubungabunga n'ukugarukana amahoro haba mu karere canke mu makungu.

## B. Moyens humains et matériels

La Police Nationale est composée de quatre catégories de personnels à savoir les officiers, les brigadiers, les agents de police et le personnel d'appui. Elle est dotée d'infrastructures, de moyens logistiques et de communication, ainsi que d'équipements diversifiés lui permettant de remplir ses missions.

## B. Abakozi n'ibikoresho

Urwego rw'igiporisi c'igihugu rugizwe n'imirwi ine (4): intwazangabo, ababirigadiye, abaporisi batobato, n'abakozi batari abaporisi. Rurafise inyubakwa, ibikoresho n'uburyo bw'uguhanahana amakuru, n'ibindi bikoresho bitandukanye birufasha mu kurangura imirimo yarwo.

## II.2. Le fonctionnement de la Police Nationale

La Police Nationale du Burundi est placée sous la tutelle du Ministère de la Sécurité Publique. Elle est gérée par un Directeur Général assisté d'un Directeur Général Adjoint approuvés par le Sénat et nommés par le Président de la République.

La Direction Générale de la Police Nationale du Burundi comprend au niveau central des Bureaux techniques et au niveau déconcentré des Commissariats régionaux, eux-mêmes subdivisés en Commissariats provinciaux et postes de police.

## II.2. Ingene Urwego rw'igiporisi c'igihugu rukora

Urwego rw'igiporisi c'Uburundi rukukira Ubushikiranganji bujejwe umutekano mu gihugu. Rurongowe n'Umuyobozi mukuru yunganirwa n'icegera ciwe. Bemezwa n'Inama Nkenguzamateka bakagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Ubuyobozi bukuru bw'igiporisi c'Uburundi bugizwe n'Ibiro bijejwe ubuhinga ku rwego rukuru. Ubwo buyobozi bugizwe kandi n'amakomisariya ari mu turere, na yo nyene akaba agabuwemwo amakomisariya y'intara hamwe n'ibirindiro vy'abaporisi ku rwego rwo hasi.

## A. Les capacités opérationnelles

La Police Nationale du Burundi est au service des pouvoirs publics pour assurer la protection des personnes et des biens ainsi que le respect des libertés individuelles. Elle est dotée de moyens matériels et humains lui permettant de : maintenir et rétablir l'ordre public , faire respecter les lois et règlements , assurer la protection des personnes et des biens, secourir et prêter assistance aux personnes en danger , prévenir et réprimer la criminalité et la délinquance au niveau national et transnational en recherchant et en constatant les infractions, en recherchant et en arrêtant leurs auteurs , assurer la sécurité routière , assurer la police relative à l'immigration et au statut des étrangers , assurer la protection des cours et tribunaux, ainsi que la garde des prisons et le

## A. Uburyo akazi k'igiporisi karangurwa

Urwego rw'igiporisi c'Uburundi rukorera inzego nshigwantwaro, mu gukingira abantu n'ivyabo n'ukwubahiriza ukwishira n'ukwizana k'uwo ari we wese. Rurafise uburyo, ibikoresho n'abantu bituma rushobora: kubungabunga no kugarukana umutekano w'abanyagihugu, kwubahiriza amategeko , gutabara n'ukugarukira ku bari mu vyago, gukinga n'uguhana ubwicanyi n'ubundi bukozi bw'ikibi mu gihugu n'inyuma y'igihugu mu gutohoza n'ukumenya icaha cakozwe, mu kurondera n'ugufata abakoze icaha, kwubahiriza umutekano mw'ibarabara, kwubahiriza amategeko yerekeye uruja n'uruza ku mbibe hamwe n'ayagenga ingenzi n'abanyamahanga, kwubahiriza umutekano w'amasentare, amabohero n'ukwunguruza imbohe, gushigikira imirwi itandukanye y'igiporisi n'ugukomeza

transport des détenus , assurer le soutien et la maintenance des unités.

ubushobozi bwayo mu kazi ka minsi yose.

Dans le cadre de la Réforme du Secteur de Sécurité et de la professionnalisation de la Police Nationale du Burundi, une nouvelle approche de doctrine de l'emploi des forces a été adoptée. Il s'agit de la Gestion Négociée de l'Espace Public (GNEP) qui vient suppléer le Maintien et Rétablissement de l'Ordre Public (MROP).

Mu ntumbero y'inagurwa ry'igisata c'umutekano, ubumenyi n'ubuhinga bujanye n'umwuga w'igiporisi c'Uburundi, harafashwe ingendo nshasha yerekeye inyigisho z'akarangamutima mu vyerekeye gukoresha inguvu n'uburyo bw'igiporisi. Ni co gituma hashizweho ingendo yo guhera ku mwumvikano imbere yo gukoresha inguvu za giporisi mu bihe vy'imyiyerekano (GNEP) yasubiriye inyifato yo gushoka hakoreshwa inguvu (MROP).

Par ailleurs, un projet de professionnalisation de la PNB est encours d'exécution et s'articule sur cinq résultats à atteindre dont :

- la mise en œuvre d'une police de proximité,
- le renforcement des commissariats provinciaux,
- la formation et
- la communication.

Bisubiye, umugambi w'ugukomeza inyigisho zerekeye ubumenyi n'ubuhinga mu mwuga w'igiporisi uriko urarangurwa, na wo ukaba ushingiye ku ntumbero zitanu :

- ishirwaho ry'igiporisi cegereye abanyagihugu;
- ugutsimbataza amakomisariya y'intara;
- ugukarihirizwa ubwenge;
- uguhanahana amakuru.

B. **Les capacités non-opérationnelles**

Le cinquième résultat visé par la professionnalisation de la PNB concerne les capacités non-opérationnelles pour la rendre plus efficace. Il s'agit notamment de : l'administration, la gestion des ressources humaines, matérielles et financières, la planification effective, la logistique, le suivi-évaluation, la formation, le genre, le bien-être, le contrôle interne et la démilitarisation.

B. **Ibindi bikorwa bijanye n'akazi k'Igiporisi**

Intumbero ya gatanu y'igiporisi ijanye n'ugukomeza ubumenyi n'ubuhinga mu bikorwa vy'Urwego yerekeye ubundi bushobozi bwo mu kazi butuma rushika ku vyo rwashinzwe: Intwaro; ugukurikirana inyifato y'abakozi no kudugirizwa amapete, ibikoresho n'ibijanye n'amafaranga, ugutegura imigambi n'ukuyirangura; ibindi bikoresho bikenerwa, ugukurikirana ibikorwa, inyigisho, iyinjizwa ry'abakenyezi mu rwego, ukubaho neza, isuzumwa ry'ibirangurwa rigirwa n'ibisata vy'igiporisi, kuba n'ugukorera mu banyagihugu kandi hakoreshejwe ibikoresho bijanye n'uwo mwuga.

### II.3. Insuffisances et dysfonctionnements internes

Beaucoup d'insuffisances restent à corriger au sein de la PNB : planification lacunaire, insuffisance de personnel qualifié, cadre légal inadapté, faible niveau de professionnalisation, corruption de certains agents, faible niveau de contrôle interne, peu de ressources financières, insuffisances dans la prévention et dans la gestion des catastrophes et du terrorisme, conditions sociales des policiers inadaptées au coût de la vie, le décasernement et la démilitarisation.

### II.3. Ibibuze n'ibitagenda neza mu kazi

Urwego rw'igiporisi ruracafise intambanyi zitari nke zikeneye gutorerwa inyishu. Izibonekeza canecane ni izi zikurikira: imigambi idatunganywa uko bikwiye, abakozi babinonosoye badakwiye, amategeko atajanye n'ibihe, urugero ruto rw'ubumenyi n'ubuhinga mu bijanye n'umwuga, ibiturire ku baporisi bamwebamwe, Isuzuma ryo mu kazi rigirwa n'ibisata vy'igiporisi ridakwiye, uburyo bw'amafaranga budakwiye, ukubura uburyo bukwiye bwo gukinga no kurwanya iterabwoba n'izindi mpanuka, ubuzima buzimvye butagihuye n'uburyo abaporisi baronswa n'ukudategekanirizwa neza kazoza, kuvanwa mu makambi kugira babe kandi bakorere mu banyagihugu kandi bakoresha ibikoresho bijanye n'uwo mwuga.

### II.4. La gouvernance de la Sécurité

Les services du Ministère de la Sécurité Publique doivent fonctionner d'une manière intègre en développant des actions concrètes découlant du Code de déontologie professionnelle. Le secteur de la sécurité qui se professionnalise doit pouvoir rendre compte et accepter le contrôle démocratique tant par les organes externes (comme par exemple le Parlement) que par les dispositifs internes tels que l'Inspection Générale de la Sécurité Publique. Celle-ci a en charge le recueil et le traitement des plaintes ou dénonciations émanant tant des citoyens contre des policiers que des policiers vis-à-vis de la hiérarchie.

### II.4. Ingene urwego rw'igiporisi rugenzurwa

Ubushikiranganji bw'umutekano mu gihugu butegerezwa gukora mu buryo bushimishije. Abaporisi bategerezwa gukora bisunze amategeko y'akazi n'akarangamutima k'umwuga wabo. Ni co gituma igisata c'umutekano gitegekanya gukorana ubumenyi n'ubuhinga, gitegerezwa kwerekana ivyo kirangura kandi kikemera ko ibisata vyaco bigenzurwa n'inzego zibijejwe zaba iz'ubwo bushikiranganji nk'Ubugenduzi bukuru bw'umutekano mu gihugu canke izitari izo mu bushiranganji nk'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka. Ubugenduzi bukuru bw'umutekano mu gihugu bujejwe kandi kwakira n'ukwiga ibirego biva mu banyagihugu abaporisi baregwa canke abaporisi barega abakuru babo.

## SECTION III : LE SERVICE NATIONAL DE RENSEIGNEMENT (SNR)

### III.1. Les composantes du SNR

#### A. Organisation

L'organisation actuelle du SNR trouve son fondement dans la Loi N° 1/04 du 2 mars 2006 portant création, organisation et fonctionnement du SNR. Cette loi prévoit l'organisation du SNR en cinq départements : le département de l'Administration et Gestion, le département du Renseignement Intérieur, le département du Renseignement Extérieur, le département du Renseignement Economique et le département de la Presse et des Technologies de la Communication. Chaque département est subdivisé en services.

#### B. Moyens

##### a) Les moyens humains

Le SNR dispose de trois catégories de personnels sous statut aux profils nettement distincts : Les administrateurs, les officiers de renseignement, les inspecteurs de renseignement et le personnel sous contrat

##### b) Les moyens financiers

Les ressources financières du SNR sont constituées du budget de fonctionnement.

##### c) Les moyens matériels

Le SNR dispose d'infrastructures vétustes qui abritent certains services de l'administration centrale. Ses antennes provinciales sont logées dans des bâtiments dont certains sont cédés par l'administration provinciale et d'autres loués par le Gouvernement.

## AGACE KA III: URWEGO RW'IGIHUGU RUJEJWE IGENDEREZA

### III.1. Ibisata bigize urwo rwego

#### A. Ingen urwo rwego rutunganijwe

Itunganywa ry'Urwego rujejwe igendereza ryisunga Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 2 Ntwarante 2006 rishinga kandi rikaringaniza urwego rw'igihugu rujejwe igendereza n'ingene rukora. Iryo bwirizwa ritunganya urwo rwego mu buyobozi butanu: Ubuyobozi bujejwe intwaro n'itunganywa ry'ikigega; Ubuyobozi bujejwe igendereza mu gihugu hagati, Ubuyobozi bujejwe igendereza hanze y'igihugu, Ubuyobozi bujejwe igendereza mu vy'ubutunzi n'Ubuyobozi bujejwe ukumenyesha amakuru n'ikoreshwa ry'ubuhinga bwa none mu guhanahana amakuru. Ubuyobozi bumwebumwe bwose bugabuwe mu buzi.

#### B. Uburyo

##### a) Abakozi

Urwego rujejwe igendereza rugizwe n'imirwi itatu y'abakozi bagengwa n'itegeko rigenga abakozi ba Reta kandi bafise ubumenyi butandukanye: Abategetsi bakuru, intwanzangabo zijejwe igendereza n'abagenduzi bajejwe igendereza, hamwe n'abandi bakozi bagengwa n'amasezerano y'akazi kaho.

##### b) Uburyo Urwego rukoresha

Uburyo Urwego rukoresha bugizwe n'amafaranga Reta irutegekaniriza ku mwaka.

##### c) Ibikoresho vy'Urwego

Urwego rw'igendereza rufise inyubakwa zishaje zikoreramwo inzego zimwezimwe z'abategetsi bakuru. Ibiro vyarwo mu ntara bikorera mu nyubakwa zimwe zatanzwe n'abarongoye intara, izindi nyubakwa zikoswe na Reta.

Concernant le parc informatique, il est insuffisant pour couvrir tous les services centraux et provinciaux du Renseignement.A cet effet, en plus des appuis du Gouvernement, le SNR bénéficie des apports de la coopération aussi bien bilatérale que multilatérale.

Ku vyerekeye imashini nyabwonko, ntizirakwira mu buzi bwose bwo mu biro bikuru canke mu biro vyo mu ntara. Ku bw'ivyo, hambavu y'intererano itangwa na Reta, urwego rw'igihugu rw'igendereza ruraronka izindi ntererano, ziciye mu gufashanya n'ibindi bihugu canke amashirahamwe.

### III.2. Le fonctionnement

Le SNR relève du Président de la République. La gestion quotidienne est assurée par un Administrateur Général assisté d'un Administrateur Général Adjoint. L'Administrateur Général planifie, coordonne et contrôle toutes les activités. Il rend compte au Président de la République.

Le Cabinet de l'Administrateur Général est composé d'un Chef de Cabinet et des Conseillers qui constituent le bureau d'analyse et l'assistent dans sa mission de planification et de suivi des activités du Service National de Renseignement.Les Directeurs de départements animent, coordonnent et contrôlent les services placés sous leur responsabilité.

### III.2. Ingene urwego rw'igendereza rukora

Urwego rw'igendereza rukukira Umukuru w'Igihugu. Ibikorwa vya minsi yose bitunganywa n'Umuyobozi Mukuru afashijwe n'icegera ciwe. Umuyobozi Mukuru aratunganya akongera akagenzura ibikorwa vyose birangurwa, agaca abimenyesha Umukuru w'Igihugu.

Ibiro vy'Umuyobozi mukuru bigizwe n'Umuyobozi mwishikira w'urwo rwego hamwe n'Abahanuzi bagize ibiro vyo kwihweza no gutohoza, bamwunganira mu gutunganya n'ugukurikirana ibikorwa vy'Urwego rw'igihugu rw'igendereza (SNR). Abayobozi barahimiriza, bagakurikirana bakongera bagasuzuma ingene ibisata bikora.

### III.3. Forces, faiblesses, opportunités et défis du SNR

#### A. Les forces

L'existence d'un cadre légal, la disponibilité des ressources humaines, l'environnement politique favorable, l'existence d'un partenariat avec les services de renseignement des pays amis ainsi qu'une bonne collaboration avec les autres acteurs du secteur de sécurité et l'administration, sont autant d'atouts dont bénéficie le SNR et qu'il faut par conséquent sauvegarder et renforcer.

#### B. Les faiblesses

La violation des lois et des droits de l'Homme, le manque de professionnalisme, l'immixtion dans la politique sont autant de faiblesses reprochées au

### III.3. Ubushobozi, intege nke, ibitanga umwizero n'intambamyi vy'Urwego rw'igihugu rw'igendereza

#### A. Ubushobozi

Ubushozi bw'Urwego rw'igenderereza bubonekera mu mategeko arugenga, icuka ciza mu vya poritike, imigambi myiza ya poritike, ugufashanya n'izindi nzego z'igendereza zo mu bihugu bigenzi hamwe n'imigenderanire myiza n'ibindi bisata bifise uruhara mu vy'umutekano n'ibijejwe intwaro. Ivyo vyose bitegerezwa gukomezwa.

#### B. Intege nke

Urwego rw'igenderereza ruvugwa ko rurenga amategeko kandi ko rudasonera agateka ka zina muntu, rudafise ubumenyi n'ubuhinga bikwiye n'uko

SNR.De plus, le matériel utilisé dans la recherche du renseignement n'est plus adapté aux techniques modernes de recherche du renseignement. Ceci est exacerbé par un budget insuffisant et des ressources humaines nécessitant un renforcement de capacité.

rwisuka mu vyerekeye poritike. Vyongeye, urwo rwego ntirufise ibikoresho vyo mu buhinga bwa none mu kurondera inkuru. Ivyo bikunyurwa n'uko uburyo bw'amafaranga Reta itegakaniriza urwo rwego adakwiye. Abakozi na bo bakeneye kuja barongererezwa ubumenyi.

**C. Les opportunités**

L'environnement politique favorable, une population disposée à collaborer, des bailleurs de fonds disposés à soutenir le SNR, un contexte géopolitique et socioculturel favorable, une pérennisation des cadres d'échanges pour relever les défis et une politique d'autofinancement sont des opportunités que compte exploiter le SNR.

**C. Ibitanga umwizero vyerekeye urwo rwego**

Icuka ciza mu vya poritike, abenegihugu biyemeje gufashanya n'urwo rwego, abafasha igihugu bafise ishaka ryo gushigikira urwo urwego, icuka ciza mu vya poritike n'imibano mu karere, ugukomeza ivyerekeye uguhanahana ivyiyumviro kugira intambamyi zigabanuke n'ugutegura imigambi yo kwiteza imbere mu vy'ubutunzi, ivyo vyose ni ibitanga umwizero Urwego rw'igihugu rujejewe igendereza rukwiye gukorerako.

**D. Les défis**

L'existence de forces négatives, la persistance de l'insécurité dans les pays de la sous-région et la pauvreté permanente, l'acharnement contre le SNR de la part de certains milieux politiques et médiatiques constituent des défis que le SNR doit relever.

**D. Intambamyi**

Intambamyi urwego rw'igihugu rujejwe igendereza rufise kandi rutegerezwa gukura mu nzira ni imirwi y'inkozi z'ikibi, umutekano muke urangwa mu karere, ubukene buguma bwiyongera, ukwinubwa n'abanyeporitike bamwebamwe n'ibemenyeshamakuru bimwebimwe.

**III.4. La gouvernance du SNR**

Afin de s'assurer de la bonne gouvernance au sein du SNR, la commission parlementaire « défense et sécurité » effectue des visites périodiques de contrôle. Au sein du SNR, il existe une commission permanente en charge du contrôle interne et une commission de discipline qui s'occupe du traitement des dossiers disciplinaires.

**III.4. Ingene Urwego rw'igendereza rugendurwa**

Mu ntumbero yo kumenya ko urwego rw'igendereza rukora neza, imirwi y'abashingamateka n'abakenguzamateka ijejwe ivy'ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano yama itunganya ibikorwa vyo gusuzuma ibikorwa vy'urwo Rwego. No muri urwo Rwego nyene, hariho umurwi ntayegayezwa ujejwe kugenzura ibikorwa vyarwo. Hariho kandi n'umurwi ujejwe ivy'inyifato y'abakozi n'ugutunganya amadosiye ajanye n'amakosa y'akazi.

## SECTION IV : LES RELATIONS ENTRE LES CORPS DE DÉFENSE ET DE SÉCURITE, LES RELATIONS AVEC LA POPULATION ET AVEC LES PARTENAIRES TECHNIQUES ET FINANCIERS

### IV.1. Les relations entre les Corps de Défense et de Sécurité

#### A. De par les textes en vigueur

**a) La Constitution**

La Loi N° 1/010 du 18 mars 2005 portant promulgation de la Constitution de la République du Burundi stipule, en son article 245, que les Corps de Défense et de Sécurité comprennent une Force de Défense Nationale, une Police Nationale et un Service National de Renseignement.

L'article 246 de la même loi place ces corps sous la subordination de l'autorité civile. L'article 257 quant à lui dispose que « les Corps de Défense et de Sécurité ne comptent pas plus de 50% de membres appartenant à un groupe ethnique particulier » pendant une période à déterminer par le Sénat.

**Les Statuts**

La FDN et la PNB sont régies par des statuts particuliers, catégorie par catégorie (officiers, sous-officiers/brigadiers, hommes de troupe/agents) dont le besoin d'harmonisation a abouti à la promulgation, le 31 décembre 2010, des lois portant modification des statuts de 2006.

#### B. Sur le plan opérationnel

Ce sont tous des corps conçus, organisés et formés pour des missions différentes mais complémentaires : la FDN a pour mission d'assurer

## AGACE KA IV: UGUKORANA HAGATI Y'INZEGO Z'UKWIVUNA ABANSI N'IZ'UMUTEKANO, UGUKORANA N'ABANYAGIHUGU HAMWE N'UGUFASHANYA HAGATI Y'IZO NZEGO N'ABAFASHA IGIHUGU MU VY'UBUHINGA N'UBURYO.

### IV.1. Imigenderanire hagati y'inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano

#### A. Twisunze amategeko ahasanzwe

**a) Ibwirizwa Shingiro**

Ibwirizwa inomero 1/010 ryo ku wa 18 Ntwarante 2005, ritangaza Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi rivuga, mu ngingo yaryo ya 245, ko Inzego z'umutekano zigizwe n'Urwego rw'ukwivuna abansi, Urwego rw'igiporisi c'igihugu n'Urwego rw'igihugu rujejejwe igendereza.

Ingingo ya 246 y'iryo bwirizwa nyene, ivuga ko izo nzego zirongorwa n'ubutegetsi bw'igihugu. Ingingo ya 257 na yo, itegekanya ko " Abagize rw'intwaramiheto n'urw'abajejejwe umutekano batarenga ibice mirongo itanu kw'ijana (50%) kuri buri bwoko" gushika mu kiringo kizogenwa n'Inama Nkenguzamateka.

**Amategeko ngenderwako**

Urwego rw'ukwivuna abansi n'Urwego rw'igiporisi c'Uburundi zigengwa n'amategeko ngenderwako zisangije, ku murwi umwumwe wose w'abarugize (Intwazangabo, ibisongerezi, ababirigadiye, abasirikare n'abaporisi batobato), aho ukunganisha iyo mirwi vyemejwe n'amabwirizwa yo ku wa 31 Kigarama 2010 ahindura amategeko ngenderwako yo mu mwaka wa 2006.

#### B. Hisunzwe imirimo irangurwa

Izo nzego zose zitunganijwe ku buryo zirangura imirimo itandukanye mugabo igenda yunganiranira: Urwego rw'ukwivuna abansi rujejwe gucungera imbibe,

l'intégrité du territoire, l'indépendance et la souveraineté nationale ; celle de la PNB est de s'assurer le maintien et le rétablissement de l'ordre à l'intérieur du pays ; tandis que le SNR est formé pour rechercher, centraliser et exploiter tout renseignement de nature à contribuer à la sécurité de l'Etat, de ses institutions et de ses relations internationales, ainsi qu'à la prospérité de son économie.

ukwikukira n'ukwishira n'ukwizana kw'igihugu, Urwego rw'igiporisi rujejwe kubungabunga n'ukugarukana umutekano hagati mu gihugu, Urwego rw'igihugu rw'igendereza na rwo, rwashinzwe mu ntumbero yo kurondera, kwegeranya no gutohoza amakuru ayo ari yo yose, afasha mu gukingira Reta, inzego zayo n'ugukomeza imigenderanire yayo n'amakungu hamwe n'uguteza imbere ubutunzi.

En leur qualité d'acteurs directs et principaux du secteur de sécurité, ces trois corps se réunissent régulièrement avec le Commandant Suprême pour évaluer l'état de la sécurité sur tout le territoire national.

Kubera ko izo nzego ari zo zishinzwe ahanini igisata c'umutekano, izo nzego uko ari zitatu zama zikorana mu nama zirongowe na Kizigenza wazo ari we Umukuru w'Igihugu, kugira barabire hamwe uko ikibazo c'umutekano cifashe mu gihugu cose.

En dehors de ces réunions d'évaluation convoquées par la plus haute autorité du pays, des Etats-Majors conjoints des trois corps sont initiés à différents niveaux de commandement pour suivre et évaluer ensemble les phénomènes d'insécurité qui peuvent survenir d'un moment à l'autre et d'un endroit à l'autre.C'est à travers ce même cadre que les trois corps peuvent mettre ensemble leurs forces en cas d'événements spéciaux qui nécessitent la conjugaison des moyens (sécurisation du processus électoral, grandes fêtes nationales).

Hambavu y'izo nama zo kurimbura ibikorwa zitumwako na Kizigenza, Abatwara abandi bo mu biro bikuru vy'izo nzego zitatu bararonswa inyigisho ku rugero rutandukanye, kugira bashobore gukurikirana neza n'ugusuzumira hamwe ibishobora guhungabanya umutekano, bishobora kwaduka umwanya uwo ari wo wose n'aho ari ho hose. Ni muri iyo ntumbero nyene izo nzego zitatu zishobora gushira hamwe inguvu, mu bihe bidasanzwe, bisaba gushira hamwe uburyo (ugucungera amatora, imisi mikuru y'igihugu).

On notera l'existence de quatre plateformes nationales dans lesquelles se retrouvent les trois corps à côté des autres forces vives de la nation:

a. La plateforme nationale de prévention et de gestion des catastrophes.
b. Le groupe sectoriel de sécurité,
c. L'Unité anti-terroriste
d. Les comités mixtes de sécurité en cours de constitution dans différentes communes du pays dans le cadre de la police de proximité.

Vyongeye, hariho imirwi ine mu gihugu izo nzego zihuriramwo hambavu y'uruhara rw'iyindi mirwi y'abanyagihugu:

a. Umurwi w'igihugu ujejwe gukinga no kurwanya impanuka;
b. Umurwi ujejwe igisata c'umutekano;
c. Umurwi ujejwe kurwanya iterabwoba;
d. Amakomite y'umutekano ahurikiyemwo bose ariko arashingwa mu makomine atandukanye agizwe n'inzego z'umutekano, abajejwe intwaro, abajejwe ubutungane n'abanyagihugu.

**IV.2. Les relations entre les Corps de Défense et de Sécurité et la population**

**A. Du point de vue de leur mandat**

La FDN et la PNB ont des mandats différents. Le mandat de l'armée centré sur la défense nationale ne requiert pas d'être en contact fréquent avec la population au moment où celui de la police impose à cette dernière d'être en contact permanent avec la population.

De plus, la police ayant la mission de faire respecter la loi est amenée à prendre des dispositions et à effectuer des tâches pas toujours très populaires. Le projet d'« Appui à la Professionnalisation de la Police Nationale du Burundi » vient lever ce défi à travers la mise en œuvre du concept de « Police de Proximité ».

**B. Du point de vue organisationnel**

La Police est déployée sur l'ensemble du territoire et dispersée sur de très nombreuses unités (postes et antennes). Dans un contexte où les moyens de communication et de déplacement sont insuffisants, le contrôle opérationnel reste difficile ; d'où la nécessité d'une collaboration étroite avec la population.

**C. Sur le plan de la stabilité**

Comme c'est souvent le cas dans les contextes post-conflit, la police plus que l'armée, de par sa mission et la spécificité de sa présence au cœur d'une société encore traversée par de vives tensions, est naturellement plus exposée aux diverses dynamiques externes et internes qui rendent plus long et plus complexe le processus de stabilisation et de professionnalisation.

**IV.2.Imigenderanire hagati y'inzego zijejwe umutekano n'abanyagihugu**

**A. Hafatiwe ku mabanga yazo**

Urwego rw'ukwivuna abansi n'Urwego rw'igiporisi c'Uburundi zifise amabanga atandukanye. Kubera ko imirimo ya gisirikare ishimikiye ku kwivuna abansi, ntibikenewe ko abasirikare bama bari hafi y'abanyagihugu, mu gihe imirimo y'igiporisi yoyo isaba ko abaporisi bama hafi y'abanyagihugu.

Vyongeye, kubera ko mu mirimo igiporisi kirarangura harimwo kwubahiriza amategeko, hari igihe bishika abaporisi ntibumvikane n'abanyagihugu. Mugabo, umugambi werekeye «Ugushigikira inyigisho zishimangira ubumenyi n'ubuhinga mu mwuga w'igiporisi c'Uburundi», uje gushiraho igiporisi cegereye abanyagihugu, uzotuma abanyagihugu baciyumvamwo gusumba.

**B. Ku bijanye n'itunganywa ry'Inzego**

Igiporisi gikwiragijwe mu gihugu cose ku birindiro vyinshi bitandukanye. Kubera ko uburyo bwo guhanahana amakuru n'ubwo kwiyunguruza budakwiye, ntivyoroha gukurikirana ibikorwa, ari na co gituma hakenewe ko abaporisi begera kandi bagakorana neza n'abanyagihugu.

**C. Ku bijanye n'itsimbatazwa ry'izo nzego.**

Nk'uko bikunze kwibonekeza mu bihugu bivuye mu ntambara, inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano, na canecane Igiporisi, bivuye ku mirimo kijejwe n'ukuba cegereye abanyagihugu bafise imitima itaratekana, abaporisi barashobora gukwegerwa mu nyifato itabereye biturutse ku kahise k'abagize urwo rwego, no ku bishobora ku basamaza biturutse ku batari muri urwo rwego bigatuma imigambi y'ukurutsimbataza n'ugutuma abarugize bagira ubumenyi n'ubuhinga bigorana, bigafata igihe kirekire kugira bishikweko.

## IV.3. Les relations des Corps de Défense et de Sécurité avec les partenaires techniques et financiers

### A. Cadre politique et stratégique

Le Gouvernement, en concertation avec les partenaires techniques et financiers, a mis en place un cadre de dialogue continu, appelé « Groupe de Coordination des Partenaires ». Les discussions se déroulent aux niveaux politique, stratégique et technique.

La mise en place du « Groupe Sectoriel de Sécurité» en 2009 entre donc dans cette logique et a comme objectifs : de coordonner les initiatives d'appui au développement du secteur dans le respect des orientations politiques fixées par les ministères concernés ; d'assurer le suivi-évaluation des effets et impacts des interventions et d'harmoniser les modalités d'appui.

Le Programme du Développement du Secteur de Sécurité (DSS) est officiellement consacré par un Mémorandum d'Entente signé conjointement par le Gouvernement du Burundi et le Royaume des Pays Bas. Il est étalé sur huit ans, de 2009 à 2017, répartis en quatre périodes de deux ans qui offrent à chacune une occasion d'adaptation des résultats au contexte et à ses contraintes. Ce Programme repose ainsi sur trois piliers à savoir : la Force de Défense Nationale, la Police Nationale du Burundi et la Gouvernance du Secteur de Sécurité.

## IV.3. Imigenderanire hagati y'inzego z'umutekano hamwe n'abasanzwe bafasha mu vy'ubuhinga n'uburyo

### A. Itunganywa rya poritike n'ubuhinga

Reta y'Uburundi ifatanije n'abasanzwe bafasha mu vy'ubuhinga n'uburyo, yarashizeho ihuriro ry'uguhanahaniramwo ivyiyumviro yise « Umurwi ujejwe gutunganya n'ugukurikirana ivyerekeye imfashanyo". Ivyo biganiro bikorwa ku rwego rwa poritike n'urw'ubuhinga.

Ni muri iyo ntumbero hashinzwe "Umurwi ujejwe igisata c'umutekano" mu mwaka wa 2009. Uwo murwi ukaba ufise intumbero yo gutunganya ibikorwa vyose bijanye n'ugushigikira iterambere ry'igisata c'umutekano hubahirijwe intumbero za poritike zashizweho n'Ubushikiranganji butandukanye bwegwa n'ico gisata hatibagiwe gusuzuma no gukurikirana ico izo ntererano zitangwa zashitseko n'ukuroranya uburyo bw'ukuzitanga.

Umugambi wo guteza imbere igisata c'umutekano (DSS) wemejwe n'amasezerano yateweko igikumu na Reta y'Uburundi n'Ingoma y'Ubuhorandi. Uwo mugambi uzomara imyaka umunani kuva mu mwaka wa 2009 gushika mu 2017. Uwo mugambi ugabuwe mu biringo bine, ikiringo kimwekimwe cose kikamara imyaka ibiri. Ivyo bifasha kubona ivyashitsweko n'intambamyi zabonetse muri buri kiringo mu ntumbero yo kuzitorera umuti. Umugambi wo guteza imbere igisata c'umutekano (DSS) ushimikiye kandi ku nkingi zitatu ari zo z'izi zikurikira: Urwego rw'ukwivuna abansi, Urwego rw'igiporisi c'Uburundi, n'Umurwi uraba ivyerekeye intwaro ibereye mu gisata c'umutekano.

## B. Développement du secteur de sécurité

### a. Force de Défense Nationale

Au niveau de la FDN, cinq axes stratégiques ont été définis :

Axe 1 : Planification Stratégique : définissant le mandat et l'organisation d'une armée professionnelle qui s'inscrit au sein d'un dispositif national de sécurité capable de répondre aux menaces et aux besoins de sécurité de la population ;

Axe 2 : Justice militaire visant à améliorer l'intégrité du corps et de ces membres en dotant l'armée d'un outil de sanctions disciplinaires efficace, indépendant et respectueux des droits de l'homme ;

Axe 3 : Genre visant à assurer une meilleure prise en compte de la dimension genre dans les politiques, programmes et budgets relatifs à la défense nationale ;

Axe 4 : Ethique Militaire visant renforcer les normes, les valeurs du personnel et pérenniser le processus de changement de comportement des membres de la FDN ;

Axe 5 : Capacité opérationnelle visant à contribuer, via le fonds de formation et la réhabilitation des infrastructures à réduire les disparités d'aptitudes et de conditions entre les membres de la FDN.

### b. La Police Nationale du Burundi

Le DSS au niveau de la PNB s'articule sur 5axes stratégiques à savoir :

Axe 1 : Planification Stratégique visant à concrétiser la production et la finalisation des textes de planification stratégique du MSP et de la PNB ;

## B. Uguteza imbere igisata c'umutekano

### a) Urwego rw'ukwivuna abansi

Mu rwego rw'ukwivuna abansi, umugambi wo guteza imbere igisata c'umutekano (DSS) ukora wisunze inkingi zitanu:

Inkingi ya 1: Itunganywa ry'imigambi: hatomorwa amabanga n'itunganywa ry'igisirikare gifise ubumenyi n'ubuhinga bwo gukingira igihugu no gushobara gufasha abanyagihugu mu gihe hari ibibageramiye bijanye n'umutekano.

Inkingi ya 2: Ubutungane bwa gisirikare burondera gukomeza iyubahirizwa ry'Urwego n'abarugize n'ugushiraho amategeko arimwo ibihano bikwiye kandi yubahiriza umwidegemvyo n'agateka ka zina muntu.

Inkingi ya 3: Iterambere ridakumira ryubahiriza umukenyezi muri poritike y'igihugu no mu yindi migambi y'igihugu mu gutegekanya uburyo bugenewe Urwego rw'ukwivuna abansi.

Inkingi ya 4: Ingendo n'akarangamutima bibereye umusirikare bituma hakomezwa amategeko n'inyifato nziza y'abasirikare, bifasha guhindura ingendo y'abagize Urwego rw'ukwivuna abansi.

Inkingi ya 5: Ubushobozi n'ubuhinga bifise intumbero y'ugutanga inyigisho, ugusanura inyubakwa, ukugabanya ubusumbasumbane mu bumenyi n'imibereho hagati y'abagize urwego rwo kwivuna abansi, hakoreshejwe ikigega cabigenewe.

### b. Urwego rw'igiporisi c'Uburundi

Umugambi wo guteza imbere igisata c'umutekano (DSS), mu Rwego rw'igiporisi c'Uburundi uhagaze ku nkingi zitanu zikurikira:

Inkingi ya 1: Itunganywa ry'imigambi mu ntumbero y'ugutegura n'uguheraheza imigambi y'Ubushikiranganji bujejwe umutekano w'igihugu

n'imigambi y'ugukomeza ubumenyi n'ubuhinga bw'igiporisi c'igihugu;

Axe 2 : Formation visant réduire les disparités et les déficits de compétences ;

Inkingi ya 2: Ugutanga inyigisho mu ntumbero yo kugabanya ubusumbasumbane mu bumenyi n'ukubura ubushobozi mu kazi;

Axe 3 : Contrôle Interne visant la mise en place d'un Guide pour faciliter le dépôt de plaintes de la population en cas d'infractions des policiers ;

Inkingi ya 3: Igenzurwa ry'ibikorwa rigirwa n'ubugenduzi bw'urwo Rwego, mu ntumbero y'ugushiraho Igitabu cerekena ingene abanyagihugu bashobora kwitwarira abaporisi babakoreye amakosa;

Axe 4 : Capacité Opérationnelle concernant la gestion des ressources humaines, l'équipement, l'armement, la mobilité, la communication, les infrastructures, la logistique etc. ;

Inkingi ya 4: Ubushobozi n'ubuhinga bifise intumbero y'ugutunganya neza ivyerekeye abakozi, ibikoresho, ibirwanisho, ivyo kwiyunguruza, no mu guhanahana amakuru, inyubakwa n'ubundi buryo;

Axe 5 : Genre prenant en compte cette dimension dans les missions de la PNB.

Inkingi ya 5: Iterambere ridakumira riha ikibanza umukenyezi mu mabanga y'Urwego rw'igiporisi.

**c. La Gouvernance du Secteur de Sécurité**

**c. Intwaro ibereye mu gisata c'umutekano**

Le pilier « Gouvernance » du Programme DSS est piloté par un Groupe de Réflexion (GR) qui comprend des membres provenant de divers horizons (MSP, MDNAC, Assemblée Nationale, Sénat, Ministères : Bonne Gouvernance, Justice, Finances ainsi que la société civile). Son champ d'action est articulé en 4 axes :

Umugambi w' "Intwaro ibereye" wo guteza imbere igisata c'umutekano (DSS), urongowe n'Umurwi w'uguhanahana ivyiyumviro (GR), ugizwe n'abantu bava mu bisata bitandukanye: Ubushikiranganji bujejwe umutekano mu gihugu, Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ugukurikirana abahoze ku rugamba, Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka, Ubushikiranganji bw'intwaro ibereye, Ubushikiranganji bw'ubutungane, Ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike. Umugambi w'intwaro ibereye ushimikiye ku nkingi zine:

Axe 1 : des fournisseurs étatiques de la sécurité (FDN, PNB, SNR et autres) ;

Inkingi ya 1: Abafise uruhara mu vy'umutekano bari mu nzego za Reta (Urwego rw'Ukwivuna abansi, Urwego rw'igiporisi c'igihugu, Urwego rw'igihugu rujejwe igendereza hamwe n'abandi);

Axe 2 : des mécanismes étatiques de contrôle/supervision (MDNAC, MSP, Parlement, Ombudsman, Cour Constitutionnelle, Conseil

Inkingi ya 2: Inzego za Reta zisuzuma zikongera zigacungera ibikorwa vy'ibisata vy'umutekano: Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ugukurikirana

Supérieur de la Magistrature, etc.) ;

abahoze ku rugamba, Ubushikiranganji bujejwe umutekano mu gihugu, Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka, Ibiro vy'Umuhuza, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, Inama nkuru y'abacamanza, n'izindi;

Axe 3 : des mécanismes non-étatiques de contrôle (société civile, institutions académiques et de recherche, médias) ;

Inkingi ya 3: Abandi batari muri Reta bakurikirana bakongera bagacungera ibikorwa vy'ibisata vy'umutekano: amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za poritike, inzego z'amashure kaminuza zijejwe ubushakashatsi, hamwe n'ibimenyeshamakuru;

Axe 4 : des acteurs fournisseurs non-étatiques de sécurité (compagnies de sécurité, groupes divers actifs dans le secteur de sécurité).

Inkingi ya 4: Abatari mu nzego za Reta bafise uruhara mu gucungera umutekano: amashirahamwe yigenga acungera umutekano, n'iyindi mirwi yigenga icungera umutekano.

La Réforme du Secteur de la Sécurité (RSS), quant à lui, est un processus politique situé à l'interface des questions de sécurité, de gouvernance et de développement. Elle vise une action cohérente et coordonnée de l'ensemble des acteurs impliqués, tant du côté du Burundi que des pays partenaires au développement qui apportent leurs appuis à ce processus. Elle va au-delà des fournisseurs classiques de sécurité à savoir l'armée, la police et les services de renseignement.

Umugambi w'ukunagura igisata c'umutekano (RSS) wisunga ingendo ya poritike ituma ibibazo vy'umutekano, ivy'intwaro be n'ivy'iterambere vyigirwa rimwe kugira bitorerwe inyishu. Uwo mugambi ufise intumbero yo kwisunga igikorwa gifatanya vyose kandi gitunganijwe mu buryo abegwa n'abafise uruhara mu vy'umutekano, abo ari bo bose baterera umuganda, baba abo mu Burundi canke abo mu bihugu bifasha mw'iterambere ry'igisata c'umutekano. Iryo nagurwa ryitaho kandi n'abatari basanzwe bafasha mu vy'umutekano nk'igisirikare, igiporisi n'igisata c'igendereza.

## CHAPITRE III. : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DE LA JUSTICE ET DU PARLEMENT A LA SECURITE

## IGICE CA III: UBURYO N'INTERERANO Y'UBUTUNGANE N'IY'INAMA NSHINGAMATEKA N'INAMA NKENGUZAMATEKA MU VYEREKEYE UMUTEKANO

### SECTION I : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DE LA JUSTICE A LA SECURITE

**I.1. Les moyens humains et matériels**

**A. Les moyens humains**

Le Ministère de la Justice joue un rôle capital dans la sauvegarde de la sécurité. Pour y arriver, les moyens en ressources humaines doivent être disponibles, essentiellement les magistrats, les agents de l'ordre judiciaire, la police judiciaire et les assesseurs.

**a) Les magistrats**

On distingue les magistrats du siège et les magistrats du Ministère Public. Les magistrats du siège sont ceux des cours et tribunaux tandis que les magistrats du Ministère Public sont ceux des parquets.

Le nombre des magistrats inférieurs, c'est-à-dire ceux des tribunaux de résidence reste insuffisants surtout à l'intérieur du pays par rapport au nombre croissant de dossiers à traiter.

**b) Les agents de l'ordre judiciaire**

Cette catégorie comprend les greffiers et les secrétaires des parquets. On note un nombre insuffisant et une mauvaise répartition de ce personnel qui reste remarquable à travers les cours et tribunaux.

### AGACE KA I : UBURYO N'INTERERANO Z'UBUTUNGANE MU VYEREKEYE UMUTEKANO

**I.1. Abakozi n'ibikoresho**

**A. Abakozi**

Ubushikiranganji bw'Ubutungane bufise uruhara nyamukuru mu kubungabunga umutekano. Kugira bubishikeko, butegerezwa kuba bufise uburyo n'abakozi bakwiye, na canecane abacamanza, abakozi bo mu nzego z'ubutungane, igiporisi c'inyamiramabi hamwe n'abafasha b'abacamanza muri Sentare.

**a) Abacamanza**

Hari abacamanza basasa n'abashikirizamanza. Abacamanza basasa ni abo muri Sentare, Abashikirizamanza na bo bagakorera muri Parake.

Igitigiri c'abacamanza bo muri Sentare z'intango kiguma kidakwiye na canecane hagati mu gihugu, ugereranije n'ukuntu igitigiri c'imanza kiguma ciyongera.

**b) Abakozi bo mu rwego rw'ubutungane**

Uwo mugwi w'abakozi wo mu butungane ugizwe n'abanditsi b'imanza bo muri sentare n'abanditsi b'imanza bo muri Parake. Haribonekeza ko hari igitigiri kidakwiye c'abakozi kandi ikwiragizwa ryabo muri sentare ntiritunganijwe neza.

**c) Les assesseurs**

Présentement, les assesseurs œuvrent uniquement dans certaines juridictions spécialisées (Tribunal de commerce et Tribunal du travail).

**d) La police judiciaire**

Elle assiste généralement le Ministère Public dans ses missions. Administrativement, la Police judiciaire relève du Ministère de la Sécurité Publique.

**e) La police pénitentiaire**

Elle est chargée de la surveillance des prisons et dépend administrativement du Ministère de la Sécurité Publique.

**B. Les moyens matériels**

Pour pouvoir bien travailler, les institutions judicaires doivent être en possession d'un certain nombre de moyens (locaux, fournitures de bureau, matériel informatique, moyens de transport, moyens de communication…). A part un nombre très limité de communes qui possèdent chacune plus d'un tribunal de résidence, les autres communes ont chacune un tribunal de résidence. Les tribunaux de grande instance et leurs parquets sont situés au niveau des provinces. Les cours d'appel et leurs parquets généraux sont quant à eux situés au niveau régional (Bujumbura ; Gitega et Ngozi). La Cour Suprême et son parquet général se trouvent dans la capitale.

Le Burundi dispose d'une Cour anti-corruption qui se trouve à Bujumbura.

Presque tous les bâtiments abritant les juridictions ont été construits à l'époque coloniale, ce qui laisse entendre l'exiguïté et la vétusté de ces bâtiments aujourd'hui.

**c) Abafasha b'abacamanza**

Muri iki gihe, abafasha b'abacamanza ubasanga gusa muri Sentare zimwezimwe (Sentare y'ubudandaji na Sentare y'akazi).

**d) Igiporisi c'inyamiramabi**

Muri rusangi, gifasha Urwego rw'Abashikirizamanza mu mirimo bajejwe. Mu vyerekeye intwaro, igiporisi c'inyamiramabi gikukira Ubushikiranganji bw'Umutekano.

**e) Igiporisi gikorana n'amabohero**

Ico giporisi kijejwe gucungera amabohero, kigakukira ubushikiranganji bw'umutekano.

**B. Ibikoresho**

Kugira sentare n'amaparake bikore neza, bitegerezwa kuba bifise ibikoresho bimwebimwe vya nkenerwa (inyubakwa, ibikoresho vyo mu biro, ibikoresho vyo mu buhinga bwa none, ivyo kwunguruza abantu, uburyo bwo guhanahana amakuru, …). Tubaye turareka ko hari amakomine makeyi afise amasentare y'intango arenga imwe, ayandi makomine afise sentare y'intango imwimwe. Sentare nkuru z'igihugu na Parake za Republika ziri ku rwego rw'intara. Sentare nkuru zisubiramwo imanza n'amaparake azikurira na zo, ziri ku rwego rw'akarere (Bujumbura, Gitega na Ngozi). Sentare Ntahinyuzwa na Parake nkuru iyikukira biri ku murwa mukuru w'Uburundi i Bujumbura.

Uburundi burafise kandi Sentare ijejwe kurwanya igiturire na yo nyene ikaba iri i Bujumbura.

Inyubakwa nka zose inzego z'ubutungane zikoreramwo zubatswe mu gihe c'intwaro ya ba kavamahanga, ari na vyo bisigura ukwaga n'ugusaza kwazo.

**I.2. Le fonctionnement de la Justice**

**A. L'administration, le budget et l'état des lieux du système pénitentiaire**

**a) L'administration**

L'administration des tribunaux et des cours est assurée par leurs présidents. La Cour Suprême qui est la plus haute juridiction de la République veille à la bonne application de la loi par les cours et tribunaux.

L'administration des parquets de base et des parquets généraux est l'affaire des procureurs et procureurs généraux. Le Procureur Général de la République a une autorité sur tous les parquets de base et parquets généraux du pays.

Les officiers du Ministère Public sont placés sous la direction et le contrôle de leurs supérieurs hiérarchiques.

Le Ministère public est placé sous l'autorité du Ministre de la Justice qui peut enjoindre d'instruire et de poursuivre au Procureur général de la République, aux procureurs généraux près les cours d'appel et aux procureurs de la République.

Le contrôle disciplinaire des agents de l'ordre judicaire et des magistrats relève de leurs autorités hiérarchiques et du Ministre de la Justice.

**b) Le budget**

A l'exception de la Cour Anti-corruption et la Cour Suprême qui ont leur propre budget, toutes les autres institutions judicaires ont un budget logé au

**I.2. Ingene Urwego rw'ubutungane rukora**

**A. Ivyerekeye intwaro, amafaranga ategekanywa gukoreshwa mu gisata c'amabohero n'uko cifashe**

**a) Ivyerekeye intwaro**

Sentare zirongorwa n'abakuru bazo. Sentare Ntahinyuzwa, ari yo sentare isumba izindi zose mu Burundi, ishinzwe gukurikirana ko amategeko akurikizwa neza n'izindi sentare.

Amaparake y'intango arongorwa n'abashikirizamanza ba Republika, amaparake makuru na yo akarongorwa n'abashikirizamanza bakuru. Umushikirizamanza mukuru wa Repuburika ni we afise ububasha ku maparake yose y'intango n'amaparake makuru y'igihugu.

Abashikirizamanza batwarwa kandi bakagenzurwa n'abakuru babakurira mu kazi.

Urwego rw'Abashikirizamanza rutwarwa n'Umushikiranganji w'Ubutungane, akaba ashobora gutegeka Umushikirizamanza mukuru wa Republika, abashikirizamanza bakuru bakukira sentare z'iyungururizo canke abashikirizamanza ba Repuburika bakukira sentare z'igihugu mu ntara gukora amatohoza n'ugukurikirana ivyaha.

Ukugenzura inyifato y'abakozi bo mu rwego rw'abashikirizamanza n'abacamanza, bigirwa n'ababakurira mu kazi hamwe n'Umushikiranganji w'ubutungane.

**b) Amafaranga ategekanywa gukoreshwa mu rwego rw'ubutungane**

Kiretse Sentare ijejwe kurwanya igiturire na Sentare Ntahinyuzwa zitunganiriza ikigega, izindi nzego zose zironka amafaranga zikoresha biciye mu biro

cabinet du Ministre de la Justice. Le budget alloué aux institutions judiciaires reste insuffisant par rapport aux besoins, notamment en ce qui concerne l'exécution des jugements sur le terrain. Les tribunaux de résidence fonctionnent grâce aux frais de justice.

vy'Umushikiranganji w'Ubutungane. Amafaranga ategekanirizwa inzego z'ubutungane aguma ari make ugereranije n'ibikenewe, na canecane mu vyerekeye ukuja gushikiriza imanza ku kivi. Za sentare y'intango zikoresha uburyo buvuye mu magarama atangwa mu manza.

**d) Etat des lieux du système pénitentiel**

Le Burundi dispose de 11 établissements pénitentiaires dont la plupart ont été construits à l'époque coloniale et dont la capacité d'accueil est de 4050 personnes. L'exiguïté des prisons a parfois comme conséquence la non-séparation des détenus entre hommes et femmes, adultes et mineurs, détenus en attente de procès et condamnés.

**c) Uko ivyerekeye amabohero vyifashe**

Uburundi bufise inyubakwa z'amabohero zishika 11, nyinshi muri zo zikaba zubatswe ku ntwaro ya ba kavamahanga, zose hamwe zikaba zishobora kwakira abanyororo 4050. Ukwaga kw'ayo mabohero gufise ingaruka mbi nk'ukudashobora kuvangura abapfunzwe b'abagore n'abagabo, abakuze n'abana, abarindiriye gucirwa imanza n'abaziciriwe.

**B. Les entraves au bon fonctionnement de la Justice**

Le budget des juridictions est centralisé et insuffisant. En outre, l'effectif du personnel œuvrant dans les juridictions, surtout celui des tribunaux de résidence est très limité.

Certains tribunaux de résidence ne possèdent pas leurs propres infrastructures (locaux). Même pour ceux qui en possèdent, la quasi-totalité de ces infrastructures est vétuste et exigüe.

Un certain nombre de décisions judiciaires rendues ne sont pas exécutées en temps utile suite à l'insuffisance du budget.

**B. Ibibangamira irangurwa ryiza ry'imirimo y'ubutungane**

Amafaranga akoreshwa muri sentare arinda kuva mu bushikiranganji kandi ntakwiye. Vyongeye, igitigiri c'abakozi bo muri Sentare na canecane muri Sentare z'intango kiracari gito.

Sentare zimwezimwe z'intango ntizifise inyubakwa zizegukira zikoreramwo. Izizifise na zo, nyinshi muri zo ziraga kandi zirashaje.

Imanza zimwezimwe zicibwa ntizikurikizwa mu gihe categekanijwe, bivuye ku kubura uburyo bukwiye.

## SECTION II : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DU PARLEMENT A LA SECURITE

La Constitution du Burundi est le fondement légal le plus important du contrôle exercé par le Parlement sur le secteur de la sécurité à travers les

## AGACE KA II : UBURYO N'INTERERANO VY'INAMA NSHINGAMATEKA N'INAMA NKENGUZAMATEKA MU VYEREKEYE UMUTEKANO

Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi ni ryo bwirizwa riruta ayandi yose riha ububasha Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bw'ukugenzura ibikorwa

Commissions permanentes chargées des questions de défense et de sécurité. Dans l'accomplissement de leur tâche de contrôle, les parlementaires ont besoin d'un appui tant humain que matériel. Le point II.2 fera mention du fonctionnement du Parlement en rapport avec son rôle en matière de sécurité.

mu gisata c'umutekano biciye ku mirwi yamaho ijejwe ibibazo vyo kwivuna abansi n'ivyerekeye umutekano. Mu kurangura igikorwa cabo c'ukungenzura, abashingamateka n'abakenguzamateka barakeneye abakozi babafasha hamwe n'uburyo. Agice ka II.2. kerekeye ingene Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zikora mu vyerekeye umutekano.

**II.1. Moyens humains et matériels**

**A. Moyens humains**

Le Parlement issu des élections législatives du 4 juillet et sénatoriales du 23 août 2010, est bicaméral et est composé de l'Assemblée comptant 106 députés et du Sénat avec 41 membres dont quatre sont d'anciens Chefs d'Etat. A chacune des chambres, il est rattaché autant de fonctionnaires que de besoin. Certains sont affectés à l'appui spécifique des différentes commissions permanentes, d'autres sont au service de l'administration. Chaque Commission compte en moyenne 6 membres pour le Sénat et 13 pour l'Assemblée Nationale.

**B. Moyens matériels**

Dans l'ensemble, chaque Commission permanente dispose d'une salle où les membres et le personnel d'appui se retrouvent pour analyser et enrichir les textes ou projets de loi sous saisine. Chaque parlementaire dispose d'un ordinateur portable comme outil de travail. Le service informatique essaie de maximiser la connexion internet pour rentabiliser la navigation. Une bibliothèque est à la disposition du personnel et des parlementaires. En outre, chaque Commission permanente chargée de la défense et de la sécurité bénéficie d'un véhicule

**II. 1. Ivyerekeye Abakozi n'ibikoresho**

**A. Abakozi**

Urwego rw'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka rwavuye mu matora y'abashingamateka yo ku wa 4 Mukakaro 2010, n'ay' abakenguzamateka yabaye ku wa 23 Myandangaro 2010. Urwo rwego rugizwe n'ibisata bibiri: ic'abashingamateka 106 n'ic' abakenguzamateka 41. Muri abo, abakenguzamateka bane bahoze ari abakuru b'igihugu. Mu gisata kimwekimwe cose harimwo abakozi ba Reta bakorerayo. Bamwe barungikwa gufasha Imirwi yamaho, abandi bagafasha mu vyerekeye intwaro. Umurwi umwumwe wose wamaho ugizwe n'abakenguzamateka 6 mu Nama Nkenguzamateka n'abashingamateka 13 mu Nama Nshingamateka.

**B. Ibikoresho**

Muri rusangi, Umurwi wose wamaho urafise ibiro ukoreramwo aho abawugize n'abakozi ba Reta bawufasha bahurira kugira bihweze kandi bunganire amabwirizwa canke integuro z'amabwirizwa umurwi washikirijwe. Umushingamateka n'umukenguzamateka wese arafise imashini nyabwonko ngendanwa nk'igikoresho c'akazi. Igisata c'ubuhinga bwa none kirageragez gukora ku buryo haboneka umurongo w'ingurukanabumenyi kugira abawukeneye bakore ata ngorane. Harategekanijwe n'ububiko bw'ibitabu

pour les missions de terrain grâce à la coopération néerlandaise.

bigenewe abakozi n'abashingamateka hamwe n'abakenguzamateka. Vyongeye, kubera ugufashanya hagati y'Uburundi n'igihugu c'Ubuhorande, Umurwi wose wamaho ujejwe ibibazo vyerekeye ukwivuna abansi n'ivy'umutekano uraronswa umuduga ukoreshwa mu bikorwa vyo gushika ku kivi.

**II.2. Le fonctionnement du Parlement en matière de sécurité**

**II.2. Ingene Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zikora mu vyerekeye umutekano**

**A. Le contrôle de l'action gouvernementale**

**A. Ukugenzura ibikorwa vya Reta**

Ce contrôle se fait par :

a. des questions orales initiées par un parlementaire quelconque, soit par des questions orales adressées aux membres du gouvernement et initiées par la Commission permanente ayant la défense et la sécurité dans ses attributions ;

b. des enquêtes parlementaires menées auprès des organes habilités en matière de sécurité (FDN ou PNB) sur tel ou tel autre événement ayant trait à la sécurité nationale ;

c. des descentes sur le terrain en vue d'enquêtes à l'intérieur du pays ;

d. la consultation des bureaux de l'Assemblée et du Sénat en cas de déclaration de la guerre ou signature d'armistice par le Président de la République ;

Iryo genzurwa rigirwa biciye mu bikorwa bikurikira:

a. ibibazo vyishurirwa mu Nama nshingamateka no mu Nama Nkenguzamateka bitegurwa n'umushingamateka canke umukenguzamateka uwo ari we wese canke bikaba vyateguwe n'umurwi wamaho ujejwe ibibazo vyerekeye ukwivuna abansi n'ivyerekeye umutekano bigashikirizwa Umushikiranganji akaba ari we abitangira inyishu;

b. amatohoza y'abashingamateka n'ay'abakenguzamateka akorwa mu nzego zifise ububasha mu vyerekeye umutekano (Urwego rwo kwivuna abansi n'urw' Igiporisi), ku kintu ico ari co cose cerekeye umutekano mu gihugu ;

c. ugushika ku kivi mu ntumbero y'ukugira amatohoza mu gihugu hagati;

d. ukugisha Inama ibiro vy'Inama Nshingamateka n'Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka, mu gihe Umukuru w'Igihugu agomba gutangaza ko igihugu kiri mu ntamabara canke gushira umukono ku masezerano yo guhagarika intambara;

e. le vote du budget global, institution par institution, organe par organe.

**B. Insuffisances dans le fonctionnement**

a. Il n’y a pas de budget attribué aux Commissions permanentes du Parlement et par conséquent, certaines initiatives peuvent rester lettre morte, faute de moyens ;

b. pour rentabiliser ses activités quotidiennes, chaque parlementaire devrait avoir son bureau et un assistant pour l’épauler dans ses recherches, mais les contraintes budgétaires ne le permettent pas ;

## SECTION III : LE PROCESSUS DE RECONCILIATION NATIONALE

En plus de l’ouverture des institutions politiques et sécuritaires, des mécanismes spéciaux de consolidation de la paix et de réconciliation ont été prévus, en particulier pour : la lutte contre l’impunité, la réinsertion des réfugiés et des sinistrés, la prévention d’un retour à la violence et la consolidation des acquis de la paix.

Le processus de réconciliation nationale a commencé avec la mise en place de l’Accord d’Arusha et s’est poursuivi. Des résultats tangibles ont été atteints, d’autres sont en cours. Les résultats les plus significatifs sont notamment : la réussite de l’intégration des Corps de Défense et de Sécurité ; la cohabitation paisible des citoyens qui étaient divisés par le passé ; le retour massif des réfugiés dans leur pays natal; le retour progressif

e. ukwemeza amafaranga yose Reta itegekanya gukoresha ku mwaka, ubushikiranganji ku bushikiranganji, urwego ku rwego.

**B. Ibibangamiye ibikorwa**

a. Nta mafaranga ategekanirizwa imirwi yamaho mu Nama Nshingamateka no mu Nama Nkenguzamateka, ari na co gituma ibikorwa bimwebimwe bidakorwa, kubera ukubura uburyo ;

b. Kugira ibikorwa vyo ku munsi ku munsi birangurwe neza, umushingamateka n'umukenguzamateka wese yategerezwa kuba afise ibiro vyiwe akoreramwo n’uwumufasha mu bikorwa ajejwe, ariko ntibishoboka kubera uburyo ata buhari.

## AGACE KA III : UMUGAMBI W'UKUNYWANISHA ABARUNDI

Uretse ko inzego za poritike n’iz'umutekano zugururiwe bose, harategekanijwe uburyo butari buke bw'ugutsimbataza amahoro n'ugusubiza hamwe, nk'ubu bukurikira : Ukurwanya ukudahana ivyaha, ugutahukana n'ugusubiza mu vyabo impunzi hamwe n'abateshejwe izabo kubera intambara, n’ukugarukira ku baciweko n’ivyago, Ugukinga ko igihugu gisubira mu ndyane hamwe n’ugutsimbataza ivyashitsweko kubera umugambi w’amahoro.

Umugambi w'ukunywanisha abarundi watanguranye n'Amasezerano y'i Arusha, n'ubu ukaba ukibandanya. Harashitswe ku ntambwe nyinshi zishimishije, izindi zikaba zitezwe gushikwako. Intambwe nkurunkuru zashitsweko ni nk'izi zikurikira: abahora mu migambwe no mu mihari ya poritike yahora irwana n'abahora mu gisoda ca Reta no mu nzego zijejwe umutekano baravanzwe; ubu abenegihugu bari baracanyemwo babana mu mahoro; impunzi zaratahutse ku bwinshi mu gihugu

des déplacés intérieurs sur leurs collines d'origine.

c'amavukiro; Abateshejwe izabo barabandanya gusubira ku mitumba yabo.

Un projet de loi portant missions, composition, organisation et fonctionnement de la Commission Nationale pour la Vérité et la Réconciliation est au niveau du Parlement pour adoption.

Integuro y'ibwirizwa rishinga imirimo y'Umurwi w'igihugu ujejwe ukuvugana ukuri n'ukurekuriranira, abawugize, ingene utunganijwe n'ingene ukora iri mu Nama Nshingamateka no mu Nama Nkenguzamateka kugira ryemezwe.

Les défis à faire face concernent les déplacés qui hésitent encore à retourner sur leurs collines d'origine, la méfiance qui subsiste entre rapatriés et ceux qui sont restés dans le pays suite à la problématique liée à la restitution des propriétés foncières et autres biens.

Intambamyi zihari zerekeye abateshejwe izabo bacijijanya imitima kugira basubire ku mitumba iwabo, ukwinubana hagati y'abahunguka n'abasigaye mu gihugu kubera ibibazo bihagaze k'ugusubizanya amatongo n'ayandi matungo.

## CHAPITRE IV : LES MOYENS ECONOMIQUES ET FINANCIERS ET LA CONTRIBUTION DES AUTRES ACTEURS A LA SECURITE

### SECTION I : BUDGET DE L'ETAT DANS LE DOMAINE DE LA SECURITE

La sécurité est devenue la préoccupation des autorités nationales qui ont pris la décision d'allouer un budget conséquent aux acteurs étatiques de la sécurité.

Bien que ce budget alloué au secteur de la sécurité soit en croissance en terme nominal depuis 2005, il est en régression par rapport au budget global de l'Etat. En effet, il est passé de 20,26% en 2005 soit 66.109.458.010 Bif à 12,57% en 2012 soit 152.342318.552 Bif. Après le rétablissement de la paix et de la sécurité sur tout le territoire, la priorité du Gouvernement est la reconstruction et le développement. La rationalisation des dépenses liées à la sécurité permet de dégager des ressources pour financer les secteurs sociaux et les secteurs porteurs de croissance.

### SECTION II : LA GOUVERNANCE ECONOMIQUE

La gouvernance économique en matière de gestion des budgets exige la transparence, la rigueur et l'efficacité. Pour atteindre ces objectifs, les actions suivantes ont été menées ces dernières années :

a. Modernisation des procédures et des systèmes d'organisation et de gestion ;

## IKIGABANE CA IV : UBURYO BUJANYE N'UBUTUNZI N'INTERERANO Z'ABANDI BAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO

### AGACE KA I : AMAFARANGA RETA ITEGEKANYA GUKORESHA MU GISATA C'UMUTEKANO

Umutekano ni umwitwarariko w'abategetsi b'igihugu, ari na co gituma bafashe ingingo yo gushira amafaranga atari make mu nzego zifise uruhara mu gutsimbataza umutekano.

Naho igitigiri c'amafaranga ategekanirizwa igisata c'umutekano cagiye kiraduga kuva mu mwaka wa 2005, Urugero rwayo rwagiye ruragabanuka ufatiye ku mafaranga yose Reta itegekanya gukoresha ku mwaka ku mwaka. Kukaba nkako, yavuye ku rugero rw'ibice 22,6 % mu 2005 ni ukuvuga amafaranga y'amarundi 66.109.458.010 aragabanuka gushika ku rugero rw'ibice 12,57 % mu 2012 ni ukuvuga amafaranga y'amarundi 152.342.318.552. Amahoro n'umutekano bimaze kugaruka mu gihugu cose, Reta ica yihatira canecane gusanura ivyasambutse n'ibikorwa vy'iterambere. Ugukoresha neza amafaranga mu vyerekeye umutekano, bituma hasaguka uburyo bukoreshwa mu bisata vy'imibano hamwe no mu bisata bituma haba iterambere.

### AGACE KA II: INTWARO IBEREYE MU VY'UBUTUNZI

Intwaro ibereye mu vy'ubutunzi mu vyerekeye itunganywa ry'amafaranga ya Reta isaba gukorera ku mugaragaro, ukudafata ibintu minenerwe n'ugukora neza. Muri iyo myaka iheze, kugira izo ntumbero zishikweko, hararanguwe ibi bikurikira:

a. Harakurikijwe uburyo bugezweho mu gutunganya no mu gukoresha amafaranga ya Reta ;

b. Gestion rigoureuse des finances ;

c. Renforcement des corps de contrôle et des organes spécialisés contre la corruption.

b. Amafaranga ya Reta yarakoreshejwe ico yagenewe;

c. Inzego zijejwe kugenzura n'izijejwe kurwanya ibiturire zarakomejwe.

**II.1. Les instruments légaux et réglementaires de la gouvernance économique**

Dans ce domaine il faut mentionner la Loi organique des finances publiques de 2008, le nouveau Code des marchés publics de 2008, le Système Intégré de Gestion des Finances publiques (SIGEFI).

**II.1. Amategeko yisungwa kugira habe intwaro ibereye mu vy'ubutunzi**

Muri ico gisata, twovuga nk'Ibwirizwa ryo mu 2008 ryunganira Ibwirizwa Shingiro ryerekeye itunganywa ry'ikigega ca Reta, Igitabu gishasha c'amategeko agenga itangwa ry'amasoko ya Reta co mu 2008, Uburyo bubereye bw'ugutunganiriza hamwe amafaranga ya Reta.

**II.2. Les organes assurant la gouvernance économique**

La gestion des finances publiques fait l'objet de contrôle interne et de contrôle externe. Dans chaque ministère, une inspection générale des finances contrôle l'exécution budgétaire.

Le contrôle externe est assuré par le Parlement via la Cour des comptes qui vérifie les comptes de l'Etat dans les délais relativement brefs après leur clôture. L'Inspection Générale de l'Etat couvre l'ensemble des activités liées aux dépenses publiques.

**II.2. Inzego zijejwe intwaro ibereye mu vy'ubutunzi**

Ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta rirasuzumwa n'abakozi bakora mu gisata ryega, rikongera rigasuzumwa n'abadakora muri ico gisata. Mu bushikiranganji bumwebumwe bwose, hariho igisata kijejwe gusuzuma ingene ubwo bushikiranganji bukoresha amafaranga bwategekanirijwe.

Isuzuma rigirwa n'abadakora mu bushikiranganji rikorwa n'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zibicishije kuri Sentare ijejwe kungenzura amatungo ya Reta, mu kiringo kigufi amakonte amaze gusozerwa. Ubugenduzi bukuru bwa Reta na bwo buraba ibikorwa vyose bijanye n'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta.

**II.3. Les lacunes**

Les lacunes de la gouvernance économique sont les suivantes :

a. Manque de manuel de gestion administrative, comptable et financière dans les ministères ;

**II.3. Utunenge**

Utunenge twibonekeza mw'itunganywa ry'ivy'ubutunzi ni utu dukurikira :

a. Ubukene bw'ibitabu vyerekana ingene hatunganywa ivyerekeye intwaro n'ibigega mu bushikiranganji;

b. Faibles capacités matérielles, techniques, financières et humaines ;

c. Manque de communication;

d. Retard dans la transmission du projet de loi budgétaire au Parlement pour analyse et adoption.

Pour améliorer cette gouvernance, le système de gestion des finances publiques doit passer par six actions prioritaires :

a. Un cadre législatif et réglementaire cohérent;

b. Une mobilisation efficace des ressources intérieures et extérieures pour le financement des dépenses;

c. Une gestion efficace, rigoureuse et transparente des ressources publiques ;

d. Un système de contrôle cohérent, efficace et conforme aux normes de l'EAC et aux normes internationales;

e. Un renforcement des capacités institutionnelles des ministères ;

f. Des données fiables et exhaustives sur les finances publiques

b. Ibikoresho n'amafaranga bidakwiye, ubuhinga buke n'abakozi badafise ubumenyi uko bitegerezwa ;

c. Ukudahanahana amakuru uko bikwiye;

d. Uguteba kurungika mu Nama Nshingamateka no mu Nama Nkenguzamateka integuro y'ibwirizwa ryerekeye amafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka, kugira ngo ryihwezwe ryongere ryemezwe hakiri kare.

Mu guteza imbere intwaro ibereye, uburyo bw'ugutunganya amafaranga ya Reta butegerezwa guca mu nzira nkurunkuru zitandatu zikurikira :

a. Amabwirizwa n'amategeko bitaroranye ;

b. Ukurondera n'ukwegeranya uburyo mu gihugu hagati no mu makungu mu buryo butomoye neza kugira haboneke amafaranga akoreshwa mu bikenewe;

c. Itunganywa nyaryo ry'ubutunzi bw'igihugu, rizira urwangara kandi rikagirwa ku mugaragaro;

d. Uburyo bwo kungezura buroranye, bubereye kandi bwisunga amateka y'Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko n'amategeko mpuzamakungu ;

e. Ukwongereza ubumenyi n'ubushobozi mu bisata vy'ubushikiranganji ;

f. Ibitororokanywa vyizigiwe kandi ata cirengagijwe vyerekeye ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta.

## SECTION III : LA CONTRIBUTION DES AUTRES ACTEURS A LA SECURITE AINSI QUE LEURS DEFIS

### III.1. La contribution du Ministère de l'Intérieur

Le Ministère de l'Intérieur contribue à la sécurité par différentes actions : l'animation et renforcement de la quadrilogie (Administration, Population, PNB - FDN, et Justice) par des campagnes de sensibilisation et d'encadrement ; le contrôle des mouvements de population ; la sensibilisation sur les défis démographiques ; l'encadrement des comités mixtes de sécurité à la base ; la lutte contre la délinquance et sensibilisation de la population au développement ; la lutte contre la production et la consommation des boissons prohibées.

### III.2. La contribution du Ministère de l'Agriculture et de l'Elevage

Le Ministère de l'Agriculture et de l'Elevage contribue à divers titres à la sécurité : réduction de la pauvreté, sécurité alimentaire, limitation de l'introduction de maladies des cultures et des animaux, lutte contre les insectes ravageurs, prise en compte de l'environnement.

Cependant le Ministère de l'Agriculture et de l'Elevage est confronté à plusieurs défis dont un personnel peu formé, peu motivé et moins outillé en moyens de travail. La recherche accuse un manque de spécialistes de haut niveau.

## AGACE KA III : INTERERANO Z'ABANDI BARI MU NZEGO ZA RETA BAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO HAMWE N'INTAMBAMYI BAHURA

### III.1. Intererano y'Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu

Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu burunganira mu vy'umutekano mu buryo butandukanye bukurikira: hari ukuremesha no guhimiriza inyabune (igizwe n'abajejwe intwaro, abanyagihugu, Igiporisi n'intwaramiheto vy'igihugu hamwe n'ubutungane) mu nama zo guhimiriza no kuremesha amahoro n'umutekano; ukungezura uruja n'uruza rw' abanyagihugu; ukwigisha ingaruka mbi zijanye n'irwirirana ry'abantu, gushinga no gukurikiranira hafi amakomite y'umutekano ahurikiyemwo bose mu nzego z'intango, kurwanya imburakimazi n'ubukozi bw'ikibi hamwe n'uguhimiriza abanyagihugu kwijukira ibikorwa vy'iterambere; ukurwanya ihingurwa ry'inzoga zitemewe n'amategeko n'ukuzinywa hamwe n'ibiyayuramutwe.

### III.2. Intererano y'Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi

Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi buraterera muri vyinshi mu vyerekeye umutekano: ukugabanya ubukene, umutekano mu bijanye n'ibifungurwa, ukugabanya iyinjira ry'indwara z'ibiterwa n'ibitungwa, ukurwanya udukoko turya ibiterwa hamwe n'ukwitwararika ibidukikije.

Ariko, Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi buhura n'ingorane nyinshi zifatiye ku bakozi bataronse inyigisho zikwiye, batagira ishaka ry'ukwitanga rikwiye kandi badafise ibikoresho bikwiye. Harabuze kandi abahinga babinonosoye bagira ubushakashatsi.

### III.3. La contribution du Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le SIDA

Le secteur de la santé joue un rôle très important dans la sécurité de la population en luttant contre les maladies chroniques, les épidémiques, pandémiqueset les endémiques. La sécurité sanitaire passe également par la facilitation de l'accès aux soins médicaux en réduisant les distances, en mettant à disposition de la population la carte d'assurance maladie et en assurant la gratuité des soins aux enfants de moins de cinq ans.

### III.3. Intererano y'Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu n'ukurwanya Ikiza SIDA

Igisata c'amagara y'abantu gifise uruhara ruhambaye mu bijanye n'umutekano w'abanyagihugu, mu kurwanya indwara zidakira, ibiza vy'indwara, izifata abanyagihugu benshi mu karere kanaka, n'izirangwa mu karere kanaka. Umutekano mu bijanye n'amagara y'abantu uhera kandi mu kworohereza abanyagihugu mu kuronka aho bivuriza n'imiti bakeneye, mu kubapfunyira urugendo, mu kubaronsa amakarata yo kwivurizako, hamwe no kuvuza ku buntu abana batarakwiza imyaka itanu.

### III.4. La contribution du Ministère de l'Energie et des Mines

L'énergie contribue à la sécurité économique en tant que levier indispensable pour l'industrialisation et le développement.La production en quantité suffisante de l'énergie contribuerait énormément à la réduction de la pauvreté.

### III.4. Intererano y'Ubushikiranganji bw'amasoko ntanganguvu n'agataka

Amasoko ntanganguvu araterera cane mu mutekano mu bijanye n'ubutunzi nk'inkingi idasubirizwa mu vyerekeye amahinguriro n'iterambere. Ukugwiza umuyagankuba vyofasha cane mu kugabanya ubukene.

### III.5. La contribution du Ministère des Transports, des Travaux Publics et de l'Equipement

Le transport œuvre en matière de sécurité routière, aérienne et maritime et surtout, il lutte contre l'enclavement.

### III.5. Intererano y'Ubushikiranganji bwo gutwara abantu n'ibintu, ibikorwa vya Reta n'ibikoresho

Ugutwara abantu n'ibintu bijana n'umutekano wo mw'ibarabara, mu kirere no mu mazi, na canecane mu guhangana n'ingorane z'ukuba kure y'amabahari.

### III.6. La contribution du Ministère de l'Eau, de l'Environnement, de l'Aménagement du Territoire et de l'Urbanisme

Le secteur de l'environnement joue un rôle dans la surveillance des boisements et des réserves naturelles, dans l'aménagement du territoire, la lutte contre la dégradation des sols, l'urbanisation, la production de semences, le reboisement, la surveillance des conditions météorologiques, l'assainissement et la lutte contre la pollution.

### III.6. Intererano y'Ubushikiranganji bw'amazi, ibidukikije no gutunganya amatongo n'ibisagara

Igisata c'ibidukikije kiri n'uruhara ntangere mu gucungera ibitara n'amashamba cimeza, mu gutunganya amatongo, ukurwanya itituka ry'amasi, uguteza imbere ibisagara, ukurwiza imbuto z'ibiti, ugutera ibiti, ugucungera ibijanye n'ihindagurika ry'ibihe n'ibirere, ibijanye n'isuku n'ugusukura, hamwe n'ukurwanya ibitosekaza ibidukikije.

Les principales contraintes et les défis majeurs de ce secteur se rapportent au manque de textes d'application du Code de l'environnement et d'autres codes sectoriels ainsi qu'à l'absence de vulgarisation de ces derniers auprès de la population. Il convient de noter un manque de synergie entre les acteurs ainsi que des problèmes de chevauchement et de gaspillage des efforts et des ressources financières.

Intambamyi nyamukuru muri ico gisata zijanye n'ukubura amategeko ashira mu ngiro Igitabu c'amategeko agenga ibidukikije n'ayandi mategeko bijanye hamwe n'uko ayo mategeko adakwiragizwa uko bikwiye mu banyagihugu. Twovuga kandi ukudakorera hamwe hagati y'ababifisemwo uruhara n'ingorane zifatiye ku gukora ibintu bimwe n'ugusanzaza inguvu hamwe n'ugukoresha nabi amafaranga y'igihugu.

# CHAPITRE V : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DES ACTEURS NON-ETATIQUES A LA SECURITE

## SECTION I : LES SOCIETES PRIVEES DE GARDIENNAGE

### I.1. Moyens humains

Les sociétés privées de gardiennage et de surveillance exerçant leurs activités au Burundi sont actuellement au nombre de treize avec un effectif total de 6783 personnes. Ces effectifs changent au quotidien en fonction des besoins. L'essentiel des maisons mères de ces sociétés sont localisées à Bujumbura.

Dans ce secteur, la formation est encore très peu développée et le statut du personnel (surtout celui des agents) reste très précaire (manque de contrat, d'assurance maladie et de sécurité sociale).

### I.2. Moyens matériels

La plupart des sociétés privées de sécurité et de surveillance mettent à la disposition de leurs employés des équipements tels que l'uniforme, la matraque, le sifflet voire des appareils de transmission et de la liaison. Certaines possèdent des véhicules de liaison et d'intervention

### I.3. Contribution à la sécurité

Ces sociétés répondent au besoin de sécurité des personnes et de leurs biens. Elles contribuent à la réalisation d'une partie des missions assignées aux forces de sécurité. Il faut cependant noter que l'apport de ces sociétés privées en matière de sécurité publique est limité. Etant donné que leur rôle ne peut être négligé, il importe de combler le

# IGICE CA V : UBURYO BUKENEWE N'INTERERANO Y'ABATARI MU NZEGO ZA RETA MU VYEREKEYE UMUTEKANO

## AGACE KA I : AMASHIRAHAMWE YIGENGA AKORA AKAZI K'UKURARIRA

### I.1. Abakozi

Amashirahamwe yigenga akora akazi k'ukurarira akorera aha mu Burundi, ubu ageze kuri 13, akaba akoresha abantu ibihumbi bitandatu n'amajana indwi na mirongo umunani na batatu (6783). Ivyo bitigiri bihinduka ku munsi ku munsi bivanye n'abakenewe. Ahanini, Ibiro bikuru vy'ayo mashirahamwe biri i Bujumbura.

Muri ico gisata, nta nyigisho zihagije zitangwa, kandi ubuzima bw'abakozi (canecane abakozi batobato) ntako bwifashe (kuko ata masezerano y'akazi bafise, ntibavuzwe n'umukoresha kandi bakaba badategekanirizwa kazoza).

### I.2. Ibikoresho

Ayo mashirahamwe yigenga akora akazi k'ukurarira, yose aha abakozi bayo ibikoresho bimwebimwe nk'umwambaro w'akazi, indembo, amafirimbi n'ibikoresho vyo guhanahana amakuru. Amwamwe muri yo arafise imiduga y'akazi yo gutwara abakozi no gutabara.

### I.3. Intererano ku mutekano

Ayo mashirahamwe arafasha mu gucungera abantu n'ibintu. Arafasha kandi mu bikorwa bimwebimwe vyagenewe inzego zo gucungera umutekano. Ariko, mwomenya ko intererano z'ayo mashirahamwe y'abigenga akora akazi k'ukurarira zifise aho zigarukira. Kubera ko uruhara rwayo rufatwa minenerwe, ni nkenerwa ko amategeko

vide légal par la mise en place d'une réglementation spécifique et claire de leurs missions et activités.

atomoye agenga ayo mashirahamwe ashirwaho, akazoja arayisunga mu kurangura imirimo n'ibikorwa yishinze.

Dans leur rôle de surveillance, elles fournissent une sécurité et protection privée à but commercial au profit des ménages et des entreprises ; les postes prépositionnés sur les différents sites peuvent constituer des éléments d'alerte pour permettre des interventions rapides. De par le nombre de leurs salariés, elles participent à la réduction du chômage.

Mu gikorwa cayo co gucungera, ayo mashirahamwe aracunga kandi agakingira ingo n'inzu z'ubudandaji n'amahinguriro, akabihemberwa. Ukuba ayo mashirahamwe akorera mu bibanza bitandukanye, birashobora gufasha mu gutabaza no mu gutabara ningoga. Uravye igitigiri c'abakozi bayo baronswa umushahara, ayo mashirahamwe arafasha mu kugabanya ubushomeri.

## SECTION II : LES MOYENS ET LA CONTRIBUTION DE LA SOCIETE CIVILE A LA SECURITE

## AGACE KA II : UBURYO BUKENEWE N'INTERERANO Y'AMASHIRAHAMWE ADAHARANIRA IVYICARO VYA PORITIKE

### II.1. Les forces de la société civile

### II.1. Ubushobozi bw'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike

#### A. Importance numérique

Le Ministère de l'Intérieur a recensé 4642 associations enregistrées en 2011. Sur le plan quantitatif, le mouvement associatif est en hausse. Les associations sont réparties en associations de développement, culturelles et citoyennes. Ces dernières, notamment les associations de défense des droits humains, d'aide aux victimes des conflits, aux sinistrés et déplacés, les associations de jeunes et de femmes jouent un rôle important dans le domaine de la sécurité.

#### A. Ubwinshi bwayo

Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu bwagize urusansuma rw'amashirahamwe yemewe n'amategeko, yashika ibihumbi bine n'amajana atandatu na mirongo ine n'abiri (4642) mu mwaka wa 2011. Vyongeye, ayo mashirahamwe agenda yongerekana igitigiri, akaba yose agabuwe mu mashirahamwe y'iterambere, ay'imico kama n'ayitaho ineza y'abanyagihugu. Ayo mashirahamwe, na canecane amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu, ayo gufasha abaciweko n'intambara n'abateshejwe izabo, amashirahamwe y'urwaruka n'ay'abakenyezi arafise uruhara ntangere mu gisata c'umutekano.

#### B. Dynamisme et diversité d'intervention

Sur le plan qualitatif, bien qu'encore récente, la société civile burundaise est considérée comme

#### B. Ubukerebutsi n'ugukorera mu bisata bitandukanye bigize ubuzima bw'igihugu

Ku bijanye n'ingene akora, naho ariho agitangura, amashirahamwe adaharanira ivyicaro

l'une des plus dynamiques dans la région des Grands Lacs. Elle contribue à la consolidation de la paix et de la démocratie par le suivi de l'action gouvernementale, par la participation citoyenne à la vie publique, par l'observation indépendante des élections, par la défense et la promotion de l'égalité du genre, de la liberté d'expression et du respect des droits humains ainsi que par le rapprochement des citoyens au-delà de leurs différences ethniques, surtout au niveau local et communautaire.

vya poritike yo mu Burundi, avugwa ko akorana ubukerebutsi gusumba ayandi yo mu karere k'ibiyaga binini. Araterera kandi mu kubungabunga amahoro na demokarasi mu gusuzuma ibikorwa vya Reta, ukugira uruhara kw'abanyagihugu mu buzima bw'igihugu, Uguhagarikira amatora mu bwigenge, uguharanira n'uguteza imbere iterambere ridakumira, ugushikiriza ivyiyumviro mu bwigenge no kwubahiriza agateka ka zina muntu, ukurengera ibitandukanya abantu bifatiye ku bwoko, na canecane kuva ku rwego rw'umutumba.

Du fait d'une bonne connaissance de la réalité sociale, les organisations de la société civile réalisent des analyses et des réflexions sur des questions d'intérêt général, observent les politiques publiques et interpellent les décideurs. Leurs investigations contribuent à limiter les violations des droits humains ainsi que les malversations économiques et financières.

Kubera ko ayo mashirahamwe azi neza uko abanyagihugu babayeho, arakora amatohoza agashikiriza ivyiyumviro ku bibazo vyerekeye ineza ya bose, agakurikirana irangurwa ry'imigambi ya Reta, akongera agaterera ivyiyumviro abafata ingingo. Ayo matohoza arafasha mu gukinga ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu no kubuza ikoreshwa nabi ry'ubutunzi n'amafaranga vy'igihugu.

**II.2. Les faiblesses de la société civile**

**II. 2. Intege nke z'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike**

**A. Dépendance vis-à-vis de l'extérieur**

L'une des principales faiblesses de la société civile est sa forte dépendance vis-à-vis de l'extérieur, que ce soit en termes d'organisation ou de recherche de financement ; cette situation l'oblige à suivre les choix et priorités des bailleurs parfois déconnectés des réalités locales.

**A. Guhanga amaso amakungu**

Kimwe mu ntege nke z'amashirahamwe yigenga ni ukwama ahanze amaso amakungu, haba mw'itunganywa ry'ibikorwa vyayo canke mu kurondera uburyo akoresha. Ivyo bituma aca ategerezwa gukurikiza ivyo abayaha uburyo bashaka, kandi batanazi uko ibintu vyifashe mu gihugu.

**B. Faiblesse au niveau de la gestion et de la coordination**

Au niveau organisationnel, il est observé des faiblesses en termes de capacités institutionnelles et techniques, voire parfois des problèmes de

**B. Intege nke mu vyerekeye itunganywa hamwe n'iringanizwa ry'ibikorwa**

Ku bijanye n'uko amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike atungan ijwe, haribonekeza ubushobozi buke mu bijanye n'inzego ziyagize

leadership, de gestion non transparente, de tendance à la personnalisation. Au niveau de la coordination, il existe certes des collectifs mais pas encore d'organe coiffant l'ensemble des associations de la société civile, ce qui à l'avenir, pourrait être un handicap en terme d'efficacité.

hamwe n'ubuhinga, ingorane z'uburongozi, itunganywa ritagirwa ku mugaragaro, ugushaka kwiyitirira ishirahamwe kw'abantu bayarongoye. Ku bijanye n'iringanizwa ry'ibikorwa, ni ko hariho inani z'amashirahamwe, mugabo ntiharajaho urwego ruhurikiyemwo ayo mashirahamwe yose, ico kikazoba intambamyi muri kazoza ku bijanye n'iringanizwa rituma hashikwa ku bikorwa vyiza.

## SECTION III : LA CONTRIBUTION DES MÉDIAS A LA SECURITE

## AGACE KA III : INTERERANO Z'IBIMENYESHAMAKURU MU VYEREKEYE UMUTEKANO

### III.1. Le paysage médiatique burundais

Les médias au Burundi peuvent être groupés en médias publics, médias privés (associatifs ou confessionnels) et médias communautaires. Tous ces médias se retrouvent dans la presse audiovisuelle, dans la presse écrite et même dans la presse en ligne.

### III.1. Uko ibimenyeshamakuru vyo mu Burundi vyifashe

Ibimenyeshamakuru vyo mu Burundi bishobora gushirwa mu migwi y'ibimenyeshamakuru vya Reta, ivy'abikorera utwabo (bikomoka ku mashirahamwe canke ku mashengero), hamwe n'ibimenyeshamakuru vy'abanyagihugu. Ivyo bimenyeshamakuru bigizwa n'amaradiyo, imboneshakure, ibinyamakuru vyanditse hamwe n'ibica mu buhinga ngurukanabumenyi.

### III.2. L'apport des médias à la sécurité

Une étude faite en mai 2011 révèle que, parmi les thèmes traités par la quasi-totalité des médias, la sécurité vient en deuxième lieu après les informations en rapport avec la politique et le Gouvernement. Ce qui prouve l'intérêt que les journalistes portent aux questions en rapport avec la sécurité.

Dans l'exercice de tous les jours, le journaliste est tenu de s'abstenir de publier ou de diffuser des informations pouvant porter atteinte à l'unité nationale, à l'ordre et la sécurité publique et à la souveraineté nationale (article 18 de la loi régissant la presse au Burundi). Il doit défendre les valeurs universelles d'humanisme en particulier la paix, la

### III.2. Intererano z'ibimenyeshamakuru ku mutekano

Icigwa cakozwe muri Rusama umwaka wa 2011 carerekanye ko, mu vyigwa vyose vyakozwe, umutekano uza ubugira kabiri havuye ugutangaza inkuru zerekeye poritike hamwe n'izerekeye Reta. Ico ni ikigaragaza ko abamenyeshamakuru bafise umwitwarariko ku bijanye n'umutekano.

Mu bikorwa vyiwe vya minsi yose, umumenyeshamakuru ategerezwa kwirinda gutangaza inkuru zishobora gutosekaza ubumwe bw'abarundi, umutekano w'igihugu (ingingo ya 18 y'ibwirizwa rigenga ukumenyesha amakuru mu Burundi). Ategerezwa kurwanira akarangamutima mpuzamakungu gashingiye ku buntu, amahoro,

tolérance, la démocratie, les droits de l'homme, la cohésion nationale dans le respect de la dignité de chaque citoyen (article 1 du Code de déontologie de la presse au Burundi). La diffusion d'une information d'ordre à déstabiliser la sûreté de la nation est contraire à la charte du journaliste.

ukwihanganirana, demokarasi, agateka ka zina muntu, ugufatana mu nda mu bumwe bw'abanyagihugu, mu kwubahiriza agateka ka zina muntu (ingingo ya 1 y'Igitabu c'amategeko agenga umwuga wo kumenyesha amakuru mu Burundi). Itangazwa ry'inkuru ishobora gutosekaza umutekano no gusenyura inzego z'igihugu, biciye kubiri n'amasezerano ngenderwako y'umumenyeshamakuru.

Les faiblesses des médias dans le domaine de la sécurité sont :

a. Le manque de respect du code de déontologie pour certains journalistes ;

b. La faiblesse au niveau de la formation ;

c. Le manque de neutralitépolitique de quelques médias ;

d. La dépendance extérieure au niveau des financements pour lesmédiasprivés.

Intege nke z'ibimenyeshamakuru mu vyerekeye umutekano.

a. Ukudasonera amategeko agenga akarangamutima k'umwuga wo kumenyesha amakuru;

b. Ubushobozi buke buturutse ku nyigisho zidakwiye ;

c. Ibimenyeshamakuru bimwebimwe birerekana ko bihengamiye ku mugambwe kanaka ;

d. Ukuzera inze kw'ibimenyeshamakuru vyigenga, mu kurondera uburyo bituma bikora uko ababiha uburyo bashaka.

## CHAPITRE VI : LES ASPECTS TRANSVERSAUX DE LA SECURITE

### SECTION I : LA LUTTE CONTRE LES ARMES LEGERES ET DE PETIT CALIBRE

La prolifération des ALPC consécutive à la guerre civile de 1993 continue de jouer un rôle négatif dans la prévalence de l'insécurité. Pour faire face à cette menace au sein de la société, le Burundi s'est doté d'un dispositif juridique et a mis en place des structures opérationnelles.

#### I.1. Dispositifs juridiques internes et externes

Au niveau national, la Loi N° 1/14 portant régime des armes légères et de petit calibre a été promulguée en date du 28 août 2009.

Sur le plan régional, le Burundi a ratifié le 15 mars 2006, le Protocole de Nairobi pour la prévention, le contrôle et la réduction des ALPC dans la région des Grands Lacs, la Corne de l'Afrique et les Etats limitrophes[12].

Sur le plan international, il a adhéré au Programme d'Action des Nations Unies en vue de prévenir, combattre et éliminer le commerce illicite des armes légères et a signé la Déclaration de Genève sur la Violence armée et le développement. Le Burundi est aussi signataire de la Convention de Kinshasa[13]

12. Le Protocole de Nairobi a été adopté le 21 avril 2004 en vue de prévenir, contrôler et réduire les ALPC dans la région des Grands Lacs et la Corne de l'Afrique.
13. Convention de l'Afrique centrale pour le contrôle des armes légères et de petit calibre, dite Convention de Kinshasa, adoptée le 30 avril 2010 par l'Angola, le Burundi, le Cameroun, la République Centrafricaine, le Gabon, la Guinée équatoriale, la République du Congo, la République Démocratique du Congo, le Rwanda, Sao Tomé-et-Principe et le Tchad.

## IGICE CA VI: IBINDI BINTU VYISUNGWA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO

### AGACE KA I: UKURWANYA IBIRWANISHO BIHWAHUTSE NA BITOBITO

Irwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito, ryakurikiye intambara hagati y'abenegihugu yo mu mwaka wa 1993, riguma ritera umutekano muke mu gihugu. Mu nzira yo gukingira abanyagihugu ubugizi bwa nabi buturuka kuri ivyo birwanisho, Uburundi bwarashinze amategeko avyerekeye, hamwe n'inzego zo kubivana mu banyagihugu.

#### I.1. Amategeko y'igihugu n'ayo mu makungu

Ku rwego rw'igihugu, Ibwirizwa inomero 1/14 rishinga amategeko yerekeye ibirwanisho bihwahutse na bitobito, ryatangajwe kw'igenekerezo rya 28 Myandagaro umwaka wa 2009.

Ku rwego rw'akarere, kw'igenekerezo rya 15 Ntwarante umwaka wa 2006, Uburundi bwarashize umukono ku Masezerano y'i Nayirobi yerekeye ugukinga, ukugenzura n'ukugabanya ibirwanisho bihwahutse na bitobito mu karere k'ibiyaga binini, mw'ihembe rya Afrika, hamwe no mu bihugu bihana imbibe.

Ku rwego mpuzamakungu, Uburundi bwariyemeje gushigikira Umugambi w'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU werekeye ugukinga, ukurwanya, n'ukurandurana n'imizi urudandazwa rutemewe n'amategeko rw'ibirwanisho bihwahutse. Bwarongeye burashira umukono kw'Itangazo ry'i

ainsi que de la Déclaration de Bamako[14] et du Programme d'action des Nations Unies sur les armes légères et de petit calibre.

Jeneve ryerekeye ubukozi bw'ikibi bukomoka ku birwanisho kandi bugasubiza inyuma iterambere. Uburundi bwarashize umukono kandi ku Masezerano y'i Kinshasa no kw'Itangazo ry'i Bamako, hamwe no ku Mugambi w'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU, werekeye ibirwanisho bihwahutse na bitobito.

### I.2. Mise en place d'un programme national de désarmement de la population

#### A. Création de commissions

En vue de rendre opérationnel le nouveau cadre juridique, le Gouvernement a mis en place une Commission technique de désarmement de la population civile (CTDC)[15] qui a élaboré une stratégie nationale adoptée par le Gouvernement en octobre 2006. Cette Commission a été rebaptisée en mai 2008 « Commission pour le Désarmement de la Population civile et la lutte contre la prolifération des armes légères et de petit calibre » (CDCPA).

Depuis octobre 2010, une structure permanente dénommée « Commission nationale de lutte contre les armes légères et de petit calibre » (CNAP) est en place pour un mandat de deux ans renouvelable[16]. En avril 2011, un Plan d'Action National de 4 ans a été adopté par le Gouvernement et la CNAP a le mandat de le mettre en œuvre.

### I.2. Ishingwa ry'Umugambi w'igihugu wo gukura ibirwanisho mu banyagihugu

#### A. Ishingwa ry'imirwi

Mu ntumbero yo kwubahiriza amategeko mashasha, Reta yarashizeho umurwi w'abahinga ujejwe gukura ibirwanisho mu banyagihugu (CTDC), wateguye umugambi w'igihugu wemejwe na Reta muri Gitugutu umwaka wa 2006. Uwo murwi warahinduwe izina muri Rusama umwaka wa 2008, uca witwa "Umurwi ujejwe gukura ibirwanisho mu banyagihugu no kurwanya irwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito" (CDCPA).

Kuva mu kwezi kwa Gitugutu umwaka wa 2010, urwego rwamaho rwiswe "Umurwi w'igihugu wamaho ujejwe kurwanya irwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito" hamwe n'ukubikura mu banyagihugu (CNAP), wahawe ikiringo c'imyaka ibiri gishobora kwongerezwa. Muri Ndamukiza umwaka wa 2011, uyundi Mugambi w'igihugu w'imyaka ine waremejwe na Reta, Umurwi w'igihugu wamaho ujejwe kurwanya irwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito" hamwe n'ukubikura mu banyagihugu CNAP na wo, ni wo washinzwe gushira mu ngiro uwo mugambi.

14. Déclaration signée par les Chefs d'Etat et de Gouvernements de l'Organisation de l'Unité Africaine tenu du 29 Novembre au 1er décembre 2000 à Bamako sur les ALPC
15. Décret n°100/123 du 29 avril 2006
16. Décret n°100/19 du 7 octobre 2010

## B. Progrès accomplis

Au lendemain de la campagne de désarmement civil volontaire réalisé en 2009, les statistiques de la CNAP révèlent une réduction moyenne du taux d'incidence des violences armées de 38% dans 15 provinces. Les mêmes sources indiquent que près de 80 000 armes ont déjà été retirées des mains de la population. Le nombre d'incidents qui était de 1513 en 2008 est passé à 1372 en 2010.

En outre, pour un meilleur contrôle des armes détenues par les Corps de Défense et de Sécurité, un travail de marquage des armes détenues par la police a commencé depuis le mois de juin 2010 avec l'appui du Centre régional de lutte contre les armes légères et de petit calibre.

## C. Défis à relever

a. Malgré les progrès réalisés, la Commission nationale de lutte contre les armes légères et de petit calibre CNAP signale que le niveau de violence armée a tendance à revenir à celui d'avant la campagne de remise volontaire. Cette situation est réapparue surtout après les élections de 2010 ;

b. D'autre part, la possibilité d'approvisionnement en armes illicites existe toujours, compte tenu de la persistance de mouvements rebelles à l'Est de la RDC ;

## B. Ivyashitsweko

Inyuma y'isekeza ryo gukura ibirwanisho mu banyagihugu ku gushaka kwabo, ryatunganijwe mu mwaka wa 2009, ibiharuro vyatororokanijwe n'Umurwi CNAP vyerekanye ko amabi aturuka kuri ivyo birwanisho yagabanutse gushika ku rugero rw'ibice 38% mu ntara15. Uwo murwi nyene warerekanye ko ibirwanisho vyababa 80.000 vyamaze gukurwa mu minwe y'abanyagihugu. Igitigiri cerekana ubugizi bwa nabi n'ingaruka mbi bikomoka ku birwanisho, cavuye ku 1513 mu mwaka wa 2008 kiragabanuka gushika ku 1372 mu mwaka wa 2010.

Vyongeye, kugira hakurikiranwe neza kuruta ibirwanisho bitunzwe n'Urwego rwo kwivuna abansi hamwe n'urujejwe umutekano, igikorwa co gushira inomero n'ibimenyetso ku birwanisho bifiswe n'igiporisi caratanguye kuva mu kwezi kwa Ruheshi umwaka wa 2010, gifashijwe n'Ibiro vy'akarere bijejwe kugwanya ibirwanisho bihwahutse na bitobito.

## C. Intambamyi zo gukura mu nzira

a. Naho hari ivyashitsweko bishimishije n'Umurwi w'igihugu ujejwe kurwanya ibirwanisho bihwahutse na bitobito CNAP, uwo murwi urerekana ko urugero rw'ubukozi bw'ikibi hakoreshejwe ibirwanisho rutera rusubira kungana nk'uko rwari imbere y'isekeza ry'ugusubiza ibirwanisho ku gushaka. Ivyo vyibonekeje canecane inyuma y'amatora yatunganijwe mu 2010 ;

b. Ahandi na ho, uburyo bwo kuronka ibirwanisho butemewe n'amategeko buguma buhari, kubera imirwi irwanira mu buseruko bwa Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo (RDC) yabaye ndanse ;

c. Le marquage des armes qui relève de la PNB a connu beaucoup de progrès mais cette opération n'a pas encore commencé au sein de la FDN ;

d. L'absence d'informatisation des données constitue un obstacle majeur à l'identification rapide des armes saisies sur les malfaiteurs par la Police ;

e. 4.205 permis de port d'armes ont été délivrés avant la promulgation de la nouvelle loi, mais seules 521 armes (parmi celles légalement détenues) ont été remises volontairement à la fin de la campagne de désarmement ; cela signifie que 3.684 armes n'avaient pas encore été remises à l'entrée en vigueur de la loi de 2009 ;

f. Cette loi entre en conflit avec le principe de volontariat prôné par la Commission nationale de désarmement.

c. Ugushira ibimenyetso n'inomero ku birwanisho vy'Urwego rw'igiporisi c'igihugu (PNB) ni igikorwa cateye imbere, ariko kikaba kitaratangura mu rwego rw'ukwivuna abansi (FDN) ;

d. Ukudakoresha ubuhinga bwa none mu gutororokanya ibijanye n'ibirwanisho, ni intambamyi ihambaye kugira ngo hamenyekane ningoga ubwoko n'amamuko y'ibirwanisho bifatwa n'Igiporisi ku bagizi ba nabi ;

e. Impusha 4.205 z'ugutunga ibirwanisho zari zaratanzwe imbere yuko Ibwirizwa rishasha ritangazwa, ariko ibirwanisho 521 gusa (harimwo n'ivyatanzwe biciye mu mategeko), ni vyo vyasubijwe ku gushaka mu mpera ry'isekeza ryo kuvana ibirwanisho mu banyagihugu. Ivyo bisigura yuko ibirwanisho bishika ibihumbi 3.684 bitari bwasubizwe aho ibwirizwa ryo mu mwaka wa 2009 ryatangura gushirwa mu ngiro ;

f. Iryo bwirizwa riteye kubiri n'intumbero yo gusubiza ibirwanisho ku gushaka isanzwe ikurikizwa n'Umurwi w'igihugu ujejwe kuvana ibirwanisho mu banyagihugu.

## SECTION II: LE GENRE

Le Burundi a souscrit à plusieurs textes internationaux qui demandent aux Etats de tenir compte des spécificités liées au genre dans leurs politiques et programmes.

### II.1. Sur le plan politique et légal

L'Accord d'Arusha pour la Paix et la Réconciliation en son premier Protocole proclame le principe de l'égalité en droits et en devoirs pour tous les citoyens et citoyennes d'une part, et la culture non discriminatoire[17] d'autre part.

## AGACE KA II: ITERAMBERE RIDAKUMIRA

Uburundi bwariyemeje gukurikiza amasezerano menshi mpuzamakungu asaba ama Reta kwitwararika ibijanye n'iterambere ridakumira mu migambi ategekanya.

### II.1. Mu vyerekeye poritike n'amategeko

Amasezerano y'amahoro no gusubiza hamwe y'i Arusha mu kigabane cayo ca mbere, aremeza ingingo ngenderwako yuko abenegihugu bose bangana imbere y'amateka n'amategeko hamwe n'ingendo y'ukudakumira.

[17] Accord d'Arusha, Protocole I, CH.II, art. 7

La Constitution de 2005 quant à elle, intègre en son article 19 les différents textes internationaux déjà ratifiés et garantissant les droits humains[18]. Elle exige que les Corps de Défense et de Sécurité développent en leur sein une culture non discriminatoire, non ethniste et non sexiste. En outre, la Loi fondamentale assure un quota minimum de représentativité de 30% pour les femmes au Gouvernement et au Parlement. Ce quota est étendu au niveau local (communal) par le Code électoral de 2010.

Ibwirizwa Shingiro ryo mu mwaka wa 2005 na ryo, rishira mu ngingo yaryo ya 19, amasezerano atandukanye mpuzamakungu yamaze guterwako igikumu, akingira agateka ka zina muntu. Iryo bwirizwa riritegeka kandi ko inzego zijejwe kwivuna abansi n'iz'umutekano ziteza imbere muri zo, umuco wo kudakumira abandi, hafatiwe ku bwoko no ku gitsina. Vyongeye, Ibwirizwa Shingiro ritegekanya ko abakenyezi baserukirwa n'imiburiburi ku rugero rw'ibice 30% muri Reta no mu Nama Nshingamateka no mu Nama Nkenguzamateka. Urwo rugero ni na rwo rusabwa mu nzego z'intango (mu makomine) n'Ibwirizwa rigenga amatora ryo mu mwaka wa 2010.

### II.2. Sur le plan institutionnel

Une Politique Nationale Genre a été adoptée par le Conseil des Ministres en date du 30 septembre 2003 et offre un cadre d'orientation de la promotion de l'égalité genre dans tous les secteurs de la vie nationale. La stratégie prévoit un Conseil National Genre multisectoriel pour le suivi et évaluation de sa mise en œuvre.

### II.2. Ku vyerekeye inzego

Umugambi w'igihugu werekeye iterambere ridakumira waremejwe n'Inama Nshikiringanji kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga umwaka wa 2003, kandi riha intumbero yo guteza imbere ugufata kumwe ibitsina vyompi, mu bisata vyose vy'ubuzima bw'igihugu. Umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano urategekanya ko hashingwa Inama y'igihugu ijejwe iterambere ridakumira mu bisata vyose, ishinzwe kandi gurikurikiranira hafi ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi.

### II.3. Progrès accomplis

Les principaux instruments internationaux auxquels le Burundi a adhéré ont été traduits en obligations nationales par la Constitution actuelle. A titre illustratif, 32% des députés sont des femmes, 46% du Sénat sont des femmes, 34% des conseillers

### II. 3. Ivyashitsweko

Amasezerano mpuzamakungu makurumakuru ajanye n'iterambere ridakumira Uburundi bwateyeko igikumu yarashizwe mw'Ibwirizwa Shingiro rikurikizwa ubu. Nk'akarorero, inyuma y'amatora yo mu mwaka wa 2010 ibice 32% vy'abashingamateka

18 La Déclarationuniverselle des Droits de l'Homme du 10 décembre 1948, les pactesinternationauxrelatifs aux Droits de l'Homme du 16 décembre 1966, la Charteafricaine des Droits de l'Homme et des Peuples du 18 juin 1981, la Convention surl'Elimination de toutes formes de Discrimination à l'Egard des Femmes, ratifiée sans réserve par le décret-loi n° 1/006 du 4 avril 1991

collinaires sont des femmes après les élections de 2010.

Au niveau de l'armée, les lois portant respectivement Statut des Officiers de la Force de Défense Nationale, Statut des Sous-Officiers de la Force de Défense Nationale et Statut des Hommes de Troupe de la Force de Défense Nationale stipulent que le recrutement doit strictement respecter l'équilibre provincial, ethnique et de genre nécessaire[19].

D'autre part, la loi portant Révision du Code pénal prévoit des dispositions pertinentes pour la répression des violences faites aux femmes et aux filles[20] et la loi portant Statut Général des Fonctionnaires tient compte des préoccupations des femmes fonctionnaires plus particulièrement en ce qui concerne le congé de maternité[21]. Une loi spécifique sur les violences basées sur le genre est en processus d'adoption au Parlement.

**II.4. Genre et la Réforme du Secteur de Sécurité**

La prise en compte du genre dans la RSS s'inscrit dans la ligne droite des Résolutions 1325, 1820, 1888 et 1889 du Conseil de Sécurité des Nations Unies sur les femmes, la paix et la sécurité. La Résolution 1325 s'articule sur trois principaux piliers à savoir : la prévention des conflits, la protection des femmes et des enfants en cas de conflits armés et la participation effective de la femme dans les sphères de prise de décision. Les résolutions 1820, 1888, 1889 sont venues la compléter, compte tenu des contextes de conflits armés relatifs aux violences sexuelles basées sur le genre, compte tenu des

ni abakenyezi, ibice 46% vy'abakenguzamateka ni abakenyezi, ibice 34% vy'abajenama bo ku mitumba ni abakenyezi.

Mu gisirikare, amabwirizwa yerekeye amategeko ngenderwako y'intwazangabo z'urwego rwo kwivuna abansi, ayerekeye ibisongerezi vy'intwanzangabo n'ayerekeye abasoda batobato, avuga ko mw'iyinjizwa muri urwo rwego hategerezwa kwubahirizwa ko bose baserukirwa hafatiwe ku ntara, ku bwoko no ku bitsina.

Ahandi naho, Ibwirizwa risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha, riRategekanya ingingo zihasha amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme, Ibwirizwa ryerekeye amategeko agenga abakozi ba Reta na ryo, riritwararika abakenyezi b'abakozi ba Reta, na canecane mu kubaronsa akaruhuko kajanye n'ukwibaruka. Ibwirizwa ryerekeye guhasha amabi akorerwa abakenyezi kandi afatiye ku gitsina, ririko ririhwezwa n'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka kugira ryemezwe.

**II.4. Iterambere ridakumira n'inagurwa ry'igisata c'umutekano**

Ukwitwararika iterambere ridakumira mu mugambi w'Ukunagura Igisata c'umutekano, bikurikiza intumbero z'ingingo za 1325, 1820,1888 na 1889, z'Inama nkuru ijejwe umutekano mw'Ishirahamwe mpuzamakungu (ONU) zerekeye abakenyezi, amahoro n'umutekano. Ingingo ya 1325 ishingiye ku nkingi nkurunkuru zitatu, ari zo z'izi: Ugukinga amatati, ugukingira abakenyezi n'abana mu bihe vy'indwano n'uko abakenyezi bagira uruhara mu nzego zifata ingingo. Ingingo za 1820, 1888, 1889 zaje zunganira iyo ngingo ya 1325, kubera ko mu bihe vy'indwano, abafise inkoho boroherwa

[19] Lois n° 1/15 du 29 avril 2006, n° 1/16 du 29 avril 2006, n° 1/17 du 29 avril 2006
[20] La Loi n° 1/05 du 22 août 2009
[21] La Loi n° 1/28 du 23 août 2006

réformes dans le secteur de la sécurité et dans le but d'accroître la participation des filles et des femmes aux instances de prise de décision.

Intégrer la perspective genre dans la Réforme du Secteur de Sécurité suppose la prise en compte des besoins spécifiques des hommes, des femmes, filles et des garçons ainsi que leur égale participation dans la conception, la planification, la budgétisation, la mise en œuvre et le suivi évaluation.L'intégration du genre contribue efficacement à l'amélioration de la sécurité car tout ce qui touche les femmes touche la communauté entière. C'est dans ce cadre que la police et l'armée ont développé des stratégies genre en vue de répondre à la nécessité de mieux assurer la sécurité des citoyens et citoyennes. A titre d'exemple, d'après le recrutement de 2011, la Police compte 3% de femmes et dans son plan stratégique 2007-2017, elle compte arriver à 10% dans l'ensemble de ses effectifs.

n'ugukora amabi afatiye ku gitsina, kandi inagurwa ry'igisata c'umutekano risaba ko hongerezwa igitigiri c'abigeme n'abakenyezi mu nzego zifata ingingo.

Kwitwararika gushira mu Mugambi wo kunagura igisata c'umutekano iterambere ridakumira, bisaba kwitwararika ivyo vyose bikenewe vyerekeye abagabo, abakenyezi, abigeme n'abahungu, n'uko bagira uruhara rungana mw'itegurwa no mw'itunganywa ry'ibigize ubuzima bw'igihugu, mw'itegurwa ry'amafaranga ategekanywa gukoreshwa, mu gukurikirana ibikorwa n'ukubisuzuma. Ukwitwararika iterambere ridakumira birafasha rwose mu kwongereza umutekano, kuko ico cose kiza kibangamira abakenyezi kigira ingaruka mbi ku bandi bantu bose. Ni muri iyo ntumbero rero Igiporisi n'Igisirikare vyateje imbere umuco w'ukwitwararika iterambere ridakumira kugira ngo umutekano w'abenegihugu bose ubungabungwe kandi utsimbatazwe. Nk'akarorero, hafatiwe kw'iyinjizwa mu giporisi ryabaye mu mwaka wa 2011, abakenyezi bari muri urwo rwego bangana ibice 3%; mu ndinganizo y'imigambi y'igiporisi na yo, yo kuva mu mwaka wa 2007 gushika mu 2017, hakaba hategekanijwe ko urwo rugero rw'abakenyezi rushika ku bice 10% vy'abaporisi bose.

### II.5. Défis à relever par rapport au secteur de sécurité

a. Faible engouement des filles à se faire recruter au sein des Corps de Défense et de Sécurité ;

b. Infrastructures de l'armée et de la police inadaptées aux femmes[22];

### II.5. Intambamyi zo gukura mu nzira zibonekeza mu gisata c'umutekano

a. Ishaka rike ry'abigeme mu kwiyandikisha ngo baje mu nzego z'igisirikare n'izijejwe umutekano;

b. Inyubakwa n'ibikoresho vy'igisirikare n'ivy'igiporisi bitabereye abakenyezi;

[22]Se référer à la Stratégie genre à la FDN et à la PNB

c. Faible connaissance des textes et outils juridiques sur le genre et les outils permettant une meilleure prise en compte.

c. Ukutamenya bikwiye amategeko yerekeye iterambere ridakumira n'ibikenewe vyofasha kuryitaho;

# TROISIEME PARTIE :

# VISION, FONCTIONS, PRIORITES ET COORDINATION STRATEGIQUE

# IKIGABANE CA GATATU :

# INTUMBERO Y'UMUGAMBI W'UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO, IVYOKORWA UHEREYE KURI BIKURUBIKURU HAMWE N'ITUNGANYWA RYAVYO

**La Vision de la Sécurité Nationale** :

***Cette vision présente l'image d'un Etat indépendant, souverain, paisible et prospère, bénéficiant d'institutions démocratiques stables et performantes, assurant le bien-être de la population, le respect des droits humains, jouant un rôle moteur dans le développement au niveau national et régional et contribuant à la paix en Afrique et dans le monde.***

**Intumbero y'umugambi werekeye umutekano w'igihugu:**

***Iyi ntumbero ishaka ko Uburundi buba igihugu cikukiye, cishira kikizana, kandi gifise izina ryiza mu makungu, igihugu gisagwa amahoro n'iterambere, gifise inzego zavuye mu matora, zirama kandi zikora neza, zitaho ukubaho neza kw'abanyagihugu, agateka ka zina muntu, zirondera canecane iterambere mu gihugu no mu karere kandi zifasha kugarukana amahoro muri Afirika no kw'isi yose.***

## CHAPITRE I : LES OBJECTIFS DE LA STRATEGIE NATIONALE DE SECURITE ET LEURS FONCTIONS STRATEGIQUES

## IGICE CA I: IHANGIRO RY'UMUGAMBI W'IGIHUGU WEREKEYE UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO MU GIHUGU HAMWE N'IVYOKORWA

Compte tenu des menaces identifiées et du fait de la nécessité de prendre en compte les intérêts nationaux, l'approche globale de la sécurité qui englobe les dimensions politico-militaires, socio-économiques, environnementales, de coopération régionale et internationale, est retenue par cette Stratégie Nationale de Sécurité.

Dufatiye ku bigeramira umutekano vyatororokanijwe, no kubera ko ari nkenerwa ko inyungu z'igihugu zitabwaho, umugambi w'igihugu werekeye ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano mu gihugu ufise ihangiro nyamukuru ryo gutunganya neza ibijanye na poritike, umutekano, imibano, ubutunzi, ibidukikije, ugufashanya kw'Uburundi n'ibihugu bigize akarere hamwe n'amakungu.

Pour réaliser cette vision ci-haut mentionnée, trois objectifs sont identifiés à savoir :

a. Mieux défendre l'intégrité territoriale et la souveraineté nationale, contribuer à la promotion de la paix et de la sécurité internationales ;

b. Mieux protéger la population ;

c. Mieux assurer la permanence des institutions républicaines.

Kugira ngo iyo ntumbero ishikweko, amahangiro atatu ni yo yashizwe imbere:

a. Kurinda neza imbibe n'ubwigenge bw'igihugu hamwe n'ukugira uruhara mu gutsimbataza amahoro n'umutekano mu makungu ;

b. Gukingira neza abanyagihugu;

c. Gushigikira neza inzego z'igihugu.

### SECTION I : MIEUX DEFENDRE L'INTEGRITE TERRITORIALE ET LA SOUVERAINETE NATIONALE ; CONTRIBUER A LA PROMOTION DE LA PAIX ET DE LA SECURITE INTERNATIONALES

Pour réaliser cet objectif, le pays devra se préparer à faire face à des menaces, qu'elles soient réelles ou potentielles à travers quatre fonctions stratégiques : la prévention ; la dissuasion ; l'intervention ; la participation à des opérations de paix dans le monde.

### AGACE KA I: KURINDA NEZA IMBIBE N'UBWIGENGE BW'IGIHUGU HAMWE N'UKUGIRA URUHARA MU GUTSIMBATAZA AMAHORO N'UMUTEKANO MU MAKUNGU

Kugira ngo iryo hangiro rishikweko, igihugu gitegerezwa kwitegurira guhangana n'ibigeramira umutekano, vyaba ibihasanzwe canke ibishobora gushika. Ivyo bizokorwa hisunzwe ibi bikurikira : ugukinga, ugutesha, ugutabara, ukuja mu bikorwa vy'ukubungabunga n'ukugarukana amahoro n'umutekano kw'isi.

**I.1 : Les grandes fonctions stratégiques en vue de défendre l'intégrité territoriale et la souveraineté nationale**

**I.1.1. La prévention**

La prévention repose sur l'action d'éviter l'expression de la violence, l'escalade et ses conséquences. Elle s'attache au principe selon lequel « il vaut mieux prévenir que guérir » ou «désamorcer, pendant qu'il est encore temps ». Il s'agit d'éviter ou de réduire l'impact du coût humain et matériel causé par l'explosion de la violence. Cette fonction de prévention se décline en plusieurs exigences dont les principales sont :

**A. L'observation**

Cette fonction permet aux différents intervenants d'avoir une connaissance aussi précise que possible des principales caractéristiques de la menace et de son évolution par rapport à l'environnement sécuritaire. C'est sur la base d'informations claires et précises qu'il sera possible d'élaborer des plans d'action pertinents et d'employer les moyens de manière adéquate.

**Actions à mener :**

- Améliorer l'observation des frontières terrestres et lacustres du pays ;
- Mettre en place un système d'observation du territoire national.

**B. Le renseignement**

Le renseignement est un facteur clé dans la prévention du fait qu'il permet de vérifier, analyser, préciser davantage les informations recueillies dans la phase d'observation. Il permet en outre de prendre des dispositions de nature à se prémunir

**I.1. Ibikorwa nyamukuru vy'ukurinda neza imbibe n'ubwigenge bw'igihugu hamwe n'ukugira uruhara mu gutsimbataza amahoro n'umutekano mu makungu**

**I.1.1. Ugukinga**

Igikorwa c'ugukinga gihagaze ku kubuza ko haba ubwicanyi, ubukozi bw'ikibi n'inkurikizi mbi zabwo n'ukubuza ko bukwiragira hose. Nakare barayamaze bati : « Wozitira utaronerwa » Ivyo bisigura ko ari nkenerwa kwirinda ingaruka mbi ziturutse ku bukozi bw'ikibi. Ico gikorwa c'ugukinga gica mu ntambwe nyinshi, inkurunkuru muri zo zikaba ari izi :

**A. Ugucungera n'ukugenzura**

Ico gikorwa gituma abo vyega bamenya neza ibimenyetso bikurubikuru bituma umutekano uhungabana n'uko bija biriyongera uravye uko umutekano wifashe. Hisunzwe inkuru z'ukuri kandi zizewe, ni ho bishoboka ko hategurwa indinganizo y'imigambi ikenewe n'uburyo bwo kuyirangura bugakoreshwa neza.

**Ivyo kurangura:**

- Gucungera neza kuruta uko vyahora imbibe z'igihugu haba ku gataka canke mu biyaga;
- Gushiraho ubuhinga bw'ugucungera igihugu.

**B. Igendereza**

Igendereza ni igikorwa kirumara kuko gifasha mu gutanga inkuru yatohojwe, mu kuyihinyuza no mu kuyinonosora neza mu ntumbero yo gukingira igihugu. Ico gikorwa ni co gifasha kandi mu gufata ingingo zikwiye z'ukwikingira

contre les menaces ou d'en atténuer les effets.

canke ukugabanya inkurikizi mbi z'ibishobora kubangamira umutekano.

**Actions à mener :**

- Acquérir des moyens matériels et techniques modernes pour pouvoir collecter, traiter, analyser, diffuser les renseignements et former le personnel qualifié.

**Ivyo kurangura:**

- Kurondera uburyo n'ubuhinga bwa kijambere bufasha mu gutororokanya, kunonosora, gutanga no gukwiragiza ivyatohojwe, hamwe no gukarihiriza ubwenge abakozi kugira ngo bamenye neza akazi bashinzwe.

**C. Le partage de l'information**

Étant donné la nécessité de synergie dans les actions à mener, un système d'information et de coordination entre les différents intervenants s'avère être d'une impérieuse nécessité.

**C. Uguhanahana inkuru.**

Kubera ko ari nkenerwa ko abafise uruhara mu vyerekeye umutekano basenyera ku mugozi umwe, ni ngombwa ko bahanahana inkuru kugira bashobore gutunganya neza ibikorwa bajejwe.

**Actions à mener** :

- Outre ses autres fonctions, renforcer le Secrétariat Permanent du Conseil National de Sécurité en tant que cadre de partage de l'information en matière de sécurité

**Ivyo kurangura:**

- Gukomeza Ibiro Ntayegayezwa vy'Inama Nkuru y'igihugu ishinzwe umutekano mu kubironsa uburyo bukwiye kugira bishobore kwakira no gutanga inkuru zijanye n'umutekano ku babigenewe.

**D. L'action diplomatique**

La diplomatie préventive sert à anticiper l'émergence d'un conflit par la voie des négociations mais également grâce à une politique étrangère dissuasive en raison de l'existence de plusieurs traités et accords internationaux auxquels le Burundi a souscrit.

**D. Igikorwa c'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu.**

Imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu ishingiye ku kubuza ko amatati yaduka, mu gukoresha inzira y'ibiganiro no mu kwisunga amategeko n'amasezerano mpuzamakungu Uburundi bwashizeko umukono.

**Actions à mener** :

- Entretenir une politique de bon voisinage, renforcer la politique d'intégration régionale en matière de défense et de sécurité.

**E. Les actions médiatiques**

Il est essentiel que l'opinion nationale et internationale soit constamment informée sur la manière dont le Gouvernement entend répondre aux préoccupations sécuritaires de sa population. Chacun des acteurs concernés est appelé à communiquer de manière responsable.

**Actions à mener** :

- Mettre à la disposition des médias des moyens leur permettant de désamorcer les menaces par une information préventive ;
- Encourager les journaux à avoir une version en kirundi afin d'avoir une plus grande diffusion ;
- Encourager la création d'un réseau de journalistes traitant des questions de sécurité pour pouvoir informer rapidement et de manière professionnelle.

**F. Les mécanismes de prévention, de gestion et résolution des crises et des conflits**

Le Burundi est partie prenante au Protocole d'accord sur la coopération pour la paix et la sécurité signé en janvier 2008 entre l'Union Africaine et les communautés économiques régionales, régissant les rapports entre l'UA et les mécanismes régionaux de prévention, de gestion et de résolution des conflits. Sur le plan régional, le pays est engagé dans des processus de mise en place des

**Ivyo kurangura:**

- Gukomeza poritike yo kubana neza n'ibihugu duhana imbibe hamwe no gufashanya n'ibihugu vyo mu karere mu vyerekeye ukwivuna abansi n'ugukomeza umutekano.

**E. Igikorwa c'ukumenyesha amakuru**

Birakenewe ko abanyagihugu n'amakungu bama bamenyeshwejwe ingene Reta itegekanya gutorera inyishu z'ivyo vyose bihagaritse umutima abanyagihugu mu bijanye n'umutekano. Uwo wese vyega ahamagariwe gushikiriza inkuru mu buryo bwubaka.

**Ivyo kurangura:**

- Kuronsa uburyo ibimenyeshamakuru kugira ngo bishobore gutanga inkuru z'ukuburira hakiri kare Reta n'abanyagihugu ku bijanye n'ivyo vyose bishobora kubangamira umutekano ;
- Gushigikira ibinyamakuru ngo vyandike mu Kirundi mu ntumbero yo gukwiragiza amakuru mu banyagihugu benshi ;
- Gushigikira ishingwa ry'urunani rw'abamenyeshamakuru bibanda ku bibazo vy'umutekano kugira ngo bashobore gutanga inkuru ningoga kandi neza.

**F. Uburyo bw'ugukinga, ugutunganya n'ugutorera umuti amatati hamwe n'intambara bidaciye mu gikenye.**

Muri Nzero umwaka wa 2008, Uburundi bwarashize umukono ku masezerano y'ugufashanya mu vyerekeye amahoro n'umutekano hagati y'Ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afirika n'ayandi mashirahamwe y'ubutunzi yo mu turere, mu bijanye n'ugukinga, ugutunganya n'ugutorera umuti amatati bidaciye mu gikenye. Ku rwego rw'akarere, Uburundi bwaremeje imigambi ishiraho uburyo bwo gutabaza

mécanismes d'alerte préventive, de gestion et résolution de conflits[23]. Un système de veille « early warning system » devra être instauré pour mieux anticiper sur les dispositions à prendre avant que la menace ne se concrétise.

**Actions à mener :**

- Etablir une collaboration avec les systèmes d'alerte précoce régionaux.

**G. Les dispositifs contre la cybercriminalité**

Les systèmes d'information et de communication de l'Etat peuvent constituer des cibles privilégiées pour les cybercriminels. Il importe donc d'investir dans la sécurisation de ces systèmes.

**Actions à mener** :

- Renforcer l'Agence de Régulation et de Contrôle des Télécommunications par des moyens techniques modernes lui permettant d'identifier les réseaux criminels et de collaborer avec des acteurs nationaux, régionaux et internationaux dans la lutte contre la cybercriminalité ;
- Initier une loi pour la répression de la cybercriminalité.

**I.1.2. La dissuasion**

La dissuasion sert d'avertissement contre une éventuelle concentration de forces hostiles aux frontières terrestres et lacustres, à l'utilisation non autorisée de l'espace aérien.

vyihuta mu ntumbero yo gukinga, gutunganya no gutorera umuti amatati amazi atararenga inkombe. Ubwo buryo buzofasha mu gufata ingingo zo kwikingira no kwitegurira guhangana n'ivyogeramira umutekano.

**Ivyo kurangura:**

- Gushiraho uburyo bwo gukorana no gutabaza hakiri kare, hagati y'inzego zibishinzwe ziri mu turere.

**G. Uburyo bw'ukurwanya ubukozi bw'ikibi buciye mu buhinga ngurukanabumenyi**

Uburyo bw'igihugu bwo kumenyesha no guhanahana amakuru bushobora guterwa n'inkozi z'ikibi hakoreshejwe ubuhinga ngurukanabumenyi. Ni vyiza rero ko hofatwa ingingo zo gukingira ubwo buryo.

**Ivyo kurangura:**

- Gukomeza Igisata kijejwe gucungera n'ugusuzuma ivyerekeye ugutumatumanako amakuru hakoreshejwe ubuhinga bwa none bizofasha kumenya imihora ikoreshwa n'inkozi z'ikibi hongere hakomezwe uburyo bw'ugufashanya n'abo vyega baba abo mu gihugu, mu karere no mu makungu mu kurwanya abakoresha ubuhinga ngurukanabumenyi mu bukozi bw'ikibi;
- Gushinga itegeko rihasha ikoreshwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu bukozi bw'ikibi.

**I.1.2. Ugutesha umwansi**

Ugutesha umwansi bifasha kwereka umwansi ko atovogera igihugu mu gushira ingabo ziwe ku mbibe, zaba izo kw'isi, izo mu mazi canke ngo akoreshe ata ruhusha ikirere c'igihugu.

[23] Le Protocole sur la Paix et la Sécurité prévoit en son Article 2, la mise en place d'un Mécanisme d'alerte précoce, et en son article 7, la mise en place d'un Mécanisme de prévention, de gestion et résolution des conflits

A cause de l'envergure et de l'omniprésence que prennent certaines menaces (comme le terrorisme par exemple), ce concept est aujourd'hui couramment utilisé dans le domaine de la sécurité, essentiellement pour prévenir les infractions à la loi et velléités de compromettre la paix et la sécurité de la nation.

Il s'agit de faire une démonstration de force sous différentes formes, notamment par la professionnalisation (formation, entraînement, infrastructures) des Forces de Défense et de Sécurité, par l'augmentation de moyens militaires et économiques et par le déploiement de dispositifs imposants tels que les détachements militaires ou mixtes (Armée, Police, Renseignement, PAFE, Douane) le long des frontières partout où leur présence peut produire un effet dissuasif.

Toutes les composantes (terrestre, aérienne et lacustre) devront être dotées de moyens de dissuasion qualitativement et quantitativement adaptés à l'évolution des menaces.

**Actions à mener :**

- Renforcer les capacités militaires et sécuritaires et leur combinaison pour répondre efficacement à la prévention de la menace ;
- Renforcer la présence militaire et sécuritaire pour la surveillance à la frontière.

**I.1.3. L'intervention**

Lorsque la menace redoutée devient une réalité, cela signifie que les actions de prévention et de dissuasion n'ont pas produit les effets attendus. Par conséquent, les Corps de Défense et de Sécurité sont dans l'obligation d'intervenir pour assurer ou rétablir l'intégrité du territoire. Pour cela, diverses activités doivent être impérativement entreprises. Il s'agit entre autres de :

Kubera ko ibibangamira umutekano ari vyinshi kandi vyamaho, (akarorero kotangwa ni nk'iterabwoba), ugutesha umwansi ni uburyo busigaye bukoreshwa ubu mu gisata c'umutekano mu gukinga ngo amategeko ntarengwe n'ivyo vyose bishobora guhungabanya amahoro n'umutekano w'igihugu.

Ugutesha umwansi ni ukwerekana uburyo n'ubushobozi bwose igihugu gifise bwo kwivuna umwansi na canecane mu guteza imbere ubuhinga n'inyigisho mu nzego z'umutekano (inyigisho, imyimenyerezo, inyubakwa) ; mu kugwiza ibikoresho vy'ukwivuna umwansi hamwe n'ugukwiragiza abajejwe umutekano (Igisirikare, Igiporisi, Igendereza, Ibiro bijejwe kugenzura ikirere n'imbibe, Ibiro bigenzura ivyinjira n'ibisohoka) ku mbibe n'aho hose bikenewe kugira umwansi abone ko igihugu gikingiwe.

Abasirikare barwanira hasi, mu kirere canke mu mazi bategerezwa kuronswa ibikoresho vyinshi, bigezweho bishobora gutesha umwansi kuvogera igihugu.

**Ivyo kurangura:**

- Gukomeza ubushobozi bw'abasirikare, abaporisi n'abandi bajejwe umutekano kugira bashobore gukinga ico cose cobangamira umutekano;
- Kwongereza abasirikare n'abajejwe umutekano kugira ngo bame bacungereye imbibe.

**I.1.3. Ukwivuna umwansi**

Iyo imbibe z'igihugu zamaze kuvogerwa, ni ukuvuga ko ibikorwa vyo gukinga no gutesha umwansi ataco vyashitseko, muri ico gihe, inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano zitegerezwa kwivuna kugira zubahirize imbibe z'igihugu. Kubera ivyo, ibikorwa bitandukanye bitegerezwa gushirwa mu ngiro. Na vyo ni nk'ibi:

1. Protéger les espaces aérien, terrestre et maritime ;
2. Appuyer les forces de protection de première ligne par le déploiement d'autres forces d'intervention rapide pour éviter de mettre en danger les civils ;
3. Mettre en application les plans d'opération ou de contingence ;
4. Coordonner toutes les forces engagées dans le traitement de la menace.

Toutes ces activités exigeront des moyens mixtes d'intervention (militaires, policiers et civils) à engager en fonction du degré de priorité de la menace.

Le succès des opérations liées à l'intervention sera conditionné par un remplacement progressif des équipements militaires et sécuritaires non adaptés. Parallèlement aux actions militaires, les activités de renseignement seront intensifiées pendant que d'autres mesures politiques relatives à la gestion de crise continueront à être mises en œuvre.

Pour un pays post-conflit comme le Burundi, préserver la paix et la sécurité est une tâche prioritaire, essentiellement parce qu'un retour dans un affrontement violent serait une menace critique pour la population burundaise.

1. Gukingira ikirere, imbibe zo hasi n'izo mu mazi;
2. Gushigikira inteko zisanzwe zicungera imbibe mu kwama hategakanijwe izindi nteko zofasha mu gikorwa c'ugutabara vyihutirwa abanyagihugu batarasinzikara ;
3. Gushira mu ngiro indinganizo y'imigambi y'ukwivuna umwansi, ugutabara n'ugutegekanya ubundi buryo igihugu cokwikorako igihe binaniranye;
4. Gukurikiranira hafi ibikorwa vy'inteko zijejwe kwivuna umwansi n'ugutabara igihe imbibe z'igihugu zoba zigeramiwe.

Ivyo bikorwa vyose bisaba ko abajejwe umutekano n'abo bafashanya bose (abasirikare, abaporisi n'abasigaye bose) bosenyera ku mugozi umwe bivanye n'ikibangamiye gusumba umutekano w'igihugu.

Kugira ibikorwa bijanye n'ugutabara n'ukwivuna umwansi bigende neza hakenewe ko ibikoresho vy'inzego zijejwe umutekano bitakijanye n'igihe vyoja birasubirizwa. Hambavu y'ibikorwa vya gisirikare, hokomezwa kandi ibikorwa vy'igendereza hadasizwe inyuma izindi ngingo za poritike zofatwa zijanye n'ugutorera umuti ingorane z'umutekano.

Ku gihugu kivuye mu ntambara nk'Uburundi, ukubungabunga amahoro n'umutekano ni igikorwa kiza imbere y'ibindi kuko igihugu gisubiye mu ntambara kwoba ari ugusesereza abarundi.

**Actions à mener** :

- En vue d'un déploiement effectif, préparer les éléments mixtes d'intervention (militaires, policiers, civils) par des exercices conjoints ;
- Elaboration de plans d'opérations et de contingence ;
- Constituer des réserves stratégiques et opérationnelles.

**Ivyo kurangura**:

- Gutegura abajejwe umutekano n'abo bafashanya bose (abasirikare, abaporisi n'abasigaye bose) mu gukorera hamwe imyimenyerezo mu ntumbero y'ukuronka abashobora gutabara aho hose bikenewe ;
- Gutegura indinganizo y'imigambi y'ukwivuna umwansi, ugutabara n'ugutegekanya ubundi buryo igihugu cokwikorako igihe binaniranye;
- Gutegekanya uburyo n'ibikoresho vy'integabizoza mu migambi y'ukwivuna umwansi n'ugutabara.

**I.1.4.La participation à des opérations de paix**

Le Burundi est présent dans des missions de paix dans des zones de conflits en Afrique (Darfour, Côte d'Ivoire, Somalie), à Haïti et en Syrie. Cet engagement s'inscrit dans le cadre de la coopération internationale et trouve sa force dans l'expérience développée par le pays à travers son processus de paix et les progrès accomplis dans la sortie d'un conflit qui a duré plus de 30 ans. Le soutien qu'il a lui-même obtenu des autres pays de la région et du monde le place devant la responsabilité de venir en aide aux autres peuples qui sont encore en difficulté.

Pour cela, la stratégie nationale recommande de :

1. Préparer les Forces de paix (à composante militaire, policière et civile) à assumer leurs missions spécifiques et à s'harmoniser avec les

**I.1.4. Ugufasha mu bikorwa vy'ukugarukana n'ukubungabunga amahoro n'umutekano**

Uburundi buraserukiwe n'intumwa zagiye kugarukana amahoro mu bice bimwebimwe vyo muri Afrika birangwamwo intambara nka Darfour, Côte d'Ivoire, Somalie n'ahandi nko muri Hayiti no muri Siriya. Ivyo bikorwa mu ntumbero y'ugukomeza ugufashanya hagati y'Uburundi n'amakungu bikongera bigakomezwa n'uko igihugu cacu cabaye rurangiranwa mu makungu mu kuba carashoboye gushira mu ngiro umugambi w'amahoro, watumye Uburundi buva mu ndyane bwari bumazemwo imyaka irenga mirongo itatu. Ugushigikirwa kw'Uburundi n'ibindi bihugu vyo mu karere n'amakungu vyatumye Uburundi bugira ishaka ry'ugusubiriza mu ndumane amakungu mu kuja gufasha kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu bikiri mu ndyane ubu bukaba ari bitumwako.

Kubera ivyo, umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano, usaba ibi bikurikira:

1. Gutegura inteko z'ukugarukana amahoro n'umutekano zihurikiyemwo abasirikare, abaporisi n'abandi kugira barangure neza umurimo bazoba bashinzwe no kubaha uburyo

Forces d'autres pays contributeurs ;

n'ibikoresho bituma bashobora gukorana neza n'abandi bavuye mu bindi bihugu bahurira muri iyo mirimo ;

2. Déployer les Forces après avoir négocié de meilleures conditions tenant compte du scenario.

2. Kurungika inteko z'urwo rwego ari uko habanje kuba amasezerano atomoye avuga ingene zizofatwa bivanye n'imirimo zizoba zishinzwe.

Lors de ces opérations, les Forces interviendront dans le respect des normes internationales selon l'orientation des Nations Unies ou de l'Union Africaine. En agissant ainsi, le Burundi aura contribué aux initiatives et mécanismes régionaux en matière de prévention et de gestion des conflits.

Mu kurangura imirimo yazo, inteko zitegerezwa kwisunga amategeko mpuzamakungu ajanye n'intumbero y'Ishirahamwe Mpuzamakungu (ONU) canke y'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afirika (UA). Mu gukora gutyo, Uburundi buba buterereye mu mugambi w'akarere wo gukinga n'ugutorera umuti amatati.

Le faible niveau de professionnalisation, l'insuffisance des capacités opérationnelles et non-opérationnelles constituent un handicap pour l'accomplissement des missions de paix au niveau international.

Ariko, ubushobozi, ubuhinga n'ubumenyi bukiri buke bw'izo nteko ni intambamyi y'irangurwa ry'imirimo yo kugarukana no gutsimbataza amahoro n'umutekano ku rwego mpuzamakungu.

**Actions à mener** :

- Mener des actions diplomatiques avec les parties prenantes sous-régionales, régionales et internationales pour convenir des modalités, des procédures légales de déploiement et du mandat des Forces conformément au scénario ;
- Préparer les Forces de paix (à composante militaire, policière et civile) à assumer leurs missions spécifiques et à s'harmoniser avec les Forces d'autres pays contributeurs ;

**Ivyo kurangura**:

- Kuja inama n'ingingo n'abo vyega bo mu bihugu bibanyi, ivyo mu karere no mu makungu, kugira bumvikane ku kungene imirimo yo kugarukana amahoro yoshirwa mu ngiro, ingene amategeko yo kurungika inteko yokurikizwa, hamwe n'ikiringo izo nteko zizomara kijanye n'imirimo zizorangura;
- Gutegura inteko z'ukugarukana amahoro n'umutekano zihurikiyemwo abasirikare, abaporisi n'abandi kugira barangure neza umurimo bazoba bashinzwe be no kubaha uburyo n'ibikoresho bituma bashobora gukorana neza n'abandi bavuye mu bindi bihugu bahurira muri iyo mirimo ;

- Donner aux Forces les moyens suffisants et adaptés à leurs missions ;

- Créer un centre d'entraînement aux missions de paix.

## SECTION II : MIEUX PROTEGER LA POPULATION

Protéger la population est un devoir indispensable pour l'Etat qui doit toujours veiller à la sécurité de sa population dans les différents domaines afin de lui préserver des menaces d'ordre politique, économique, social et environnemental.

**II.1. Les grandes fonctions stratégiques pour mieux protéger la population.**

La fonction de protection renvoie à une catégorie d'opérations nécessaires pour sécuriser un ensemble de personnes et de biens.

L'action de protéger met en relation le « protégé », le « protecteur » et la « menace ». En effet, le protégé ne peut pas se passer de la compétence du protecteur, de sa force et de sa vigilance. Quant au protecteur, il trouve sa raison d'être dans la demande du protégé se sentant en face de toutes sortes de menace à sa propre sécurité. Face à l'ampleur de la menace, le protégé et le protecteur doivent être outillés pour respectivement demander secours et répondre à l'appel.

Les grandes fonctions stratégiques par rapport à la protection de la population sont : la prévention, la protection et la coordination.

- Guha izo nteko uburyo n'ibikoresho bikwiye kandi bihuye n'imirimo zigiye kurangura;

- Gushinga ikigo c'imyimenyerezo y'inteko zija gufasha kugarukana umutekano no kubungabunga amahoro.

## AGACE KA II : GUKINGIRA NEZA ABANYAGIHUGU

Gukingira abanyagihugu ni igikorwa nyamukuru Reta ibwirizwa kwitwararika na ntaryo mu kubungabunga umutekano wabo, mu kubakingira ibibangamira ubuzima bwabo, vyaba ibivuye ku mvo za poritike, ubutunzi, imibano no ku bidukikije.

**II.1. Ibikorwa nyamukuru bijanye n'umugambi w'ugukingira neza abanyagihugu.**

Umurimo wo gukingira abanyagihugu ujanye n'ibikorwa nkenerwa bifasha mu gukingira abantu n'ibintu vyabo.

Umurimo wo gukingira abanyagihugu usaba ko « uwukingira » « n'uwukingirwa » bafatanya muri ico gikorwa co kwigiza inyuma « ibigeramiye umutekano ». Kukaba nkako, uwukingiwe ntashobora kwirengagiza ubushobozi bw'uwukingira, inguvu canke ubukerebutsi bwiwe. Uwukingira na we, abikora kubera ko hariho uwubikeneye, afise impungenge n'ubwoba kubera umutekano wiwe uba ugeramiwe. Bivanye n'urugero rw'ibibangamiye umutekano, uwukingiwe n'uwukingira bategerezwa kwama bavugana kugira uwutabaje bamuserukeko hakiri kare.

Ibikorwa bikurubikuru vy'umugambi werekeye ugukingira abanyagihugu ni ibi: ukwirinda icobangamira umutekano, ugukingira abanyagihugu n'ugukurikiranira hafi ibikorwa bijanye.

**II.1.1. La prévention**

Prévenir c'est agir pro-activement pour réduire la probabilité de survenance d'une menace et minimiser son impact.

La prévention des menaces politiques internes exige que le pays prenne les mesures suivantes :

1. Renforcer les mécanismes de surveillance et de recherche, analyse et traitement du renseignement pour prévenir les actes criminels. La surveillance générale fait intervenir tous les acteurs (Police, Défense, Administration, Renseignement, Société civile et la population) pour une connaissance approfondie de l'environnement sécuritaire ;

2. Développer un système d'alerte précoce à différents niveaux de la société, du niveau communautaire au niveau stratégique national ;

3. Créer et développer une banque de données relative à l'identification et l'analyse des menaces.

La prévention des menaces économiques internes et externes consiste à :

1. Améliorer et étendre les systèmes d'information et de communication pour stimuler les investissements extérieurs (privés) ;

2. Renforcer les mécanismes stabilisateurs de l'économie et maintenir la confiance dans le

**II.1.1.Ugukinga ko haba icobangamira umutekano.**

Ugukinga ni ugukora ushimitse kugira ngo wirinde ico cose coza gihungabanya umutekano w'abanyagihugu maze n'ivyokwononekara bikaba bike.

Ugukinga ivyobangamira umutekano bivuye ku mvo za poritike yo mu gihugu, bisaba ko igihugu gifata ingingo zikurikira:

1. Gukomeza uburyo bw'ukugenzura n'ukurondera, ugutohoza n'ukwihweza inkuru zatanzwe, kugira ngo ibikorwa vy'ubugizi bwa nabi biteshwe. Igikorwa c'ukugenzura gisaba ko abo vyega bose bakora basenyera ku mugozi umwe (igiporisi, igisirikare, inzego zijejwe intwaro, igendereza, amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike hamwe n'abanyagihugu), kugira ngo hamenyekane neza ingene umutekano wifashe mu bisata vyose vy'igihugu;

2. Gukomeza uburyo bwo gutabaza bwihuta kandi hakiri kare ku nzego zose, kuva ku rwego rwo ku mutumba gushika ku rwego rw'igihugu;

3. Gushiraho no guteza imbere itororokanirizo ry'inkuru zerekeye itohoza ry'ivyo vyose bishobora kugeramira umutekano.

Ugukinga ibibangamira umutekano biturutse ku mvo z'ubutunzi, zaba izivuye mu gihugu canke hanze yaco bihagaze kuri ibi bikurikira:

1. Guhinyanyura no gukwiragiza uburyo bwo gutanga amakuru kugira ngo abarwizatunga bo hanze boroherwe no kuzana imitahe yabo mu gihugu ;

2. Gukomeza ubuhinga bwotuma ubutunzi bwiyongera kandi bigatuma abagwizatunga

climat des affaires ;

3. Renforcer les services de contrôle frontalier pour prévenir l'introduction des maladies et des ravageurs ;
4. Prévoir l'éducation en matière de prévention des menaces économiques ;
5. Renforcer les capacités matérielles et techniques de recherche ;
6. Lutter contre l'exode rural, diversifier et multiplier les emplois non agricoles.

Pour prévenir les menaces d'ordre social ; les actions suivantes sont proposées :

1. Consolider les mécanismes d'alerte précoce et le système de communication horizontale et verticale dans tout le pays en cas d'épidémie ou de menaces touchant la société ;
2. Renforcer les capacités humaines et matérielles des services de contrôle de la qualité des produits alimentaires, sanitaires et autres ;
3. Adapter les programmes scolaires aux besoins de la population en termes de sécurité, de marché du travail et d'intégration régionale.

La prévention des menaces environnementales nécessite de :

1. Mettre en place un système d'information et de communication régulier et rapide dans ce domaine ;

bagumana icizere ko urudandanzwa rwabo ruzoguma rutera imbere ;

3. Gukomeza ibikorwa vy'ukugenzura ivyinjira kugira ngo ntihagire indwara canke udukoko twonona imirima vyinjira mu gihugu;
4. Gutegekanya inyigisho zerekeye ugukinga intambamyi zikomoka ku butunzi;
5. Gukomeza ubushobozi n'ubuhinga bw'itohoza n'ubushakashatsi;
6. Kurwanya ingeso y'uguhurumbira ibisagara mu kugwiza mu gihugu hagati iyindi mirimo atari uburimyi.

Kugira ngo hakingwe ibigeramira umutekano bivuye ku mvo z'imibano, ibikorwa bikurikira ni vyo bisabwa:

1. Gukomeza uburyo bwo gutabaza bwihuta kandi hakiri kare n'uguhanahana inkuru kuva ku nzego zo hasi gushika ku bategetsi bo hejuru mu gihe hateye ikiza canke ibindi vyaduka;
2. Kwungura ubumenyi n'ubushobozi bw'abakozi bajejwe gusuzuma ko ibifungurwa, imiti n'ibindi bimeze neza hamwe no kubaronsa ibikoresho bikwiye kandi bigezweho ;
3. Kunagura inyigisho mu mashure kugira ngo abayahejeje bashobore kwitunga n'uguteza imbere aho babaye n'ugushobora kuronka akazi haba mu gihugu canke mu bihugu vyo mu karere ;

Ugukinga ibibangamira umutekano bivuye ku mvo z'ibidukikije bisaba ibi:

1. Gushiraho uburyo bwo kumenyesha no guhanahana inkuru bwamaho kandi butebuka muri ico gisata;

2. Prévoir des plans de contingence en cas de catastrophes naturelles ;

3. Créer un fonds stratégique de secours en cas de survenance d'une de ces menaces.

2. Gutegekanya uburyo butandukanye bw'ukwikingira igihe hadutse amasanganya aturutse kw'ihindagurika ry'ibihe canke ibindi vyaduka;

3. Gushinga ikigega co gutabara no gushigikira abahuye n'ingorane ziturutse kuri ivyo vyaduka.

**II.1.2. La protection**

L'action de protéger la population doit être permanente. En situation de crise ou de risque probable, les actions de protection sont renforcées.La population se sent protégée ou en sécurité lorsqu'elle éprouve le sentiment d'être à l'abri du danger ou d'une menace.

**II.1.2. Ugukingira abanyagihugu**

Igikorwa co gukingira abanyagihugu ni ica minsi yose. Mu gihe hadutse ingorane canke mu gihe abanyagihugu babona ko hari ibishobora kubangamira umutekano wabo, ibikorwa vyo kubakingira bitegerezwa gukomezwa. Abanyagihugu biyumva ko batekaniwe mu mitima mu gihe ata ngorane zibahanze canke ataco babuze mu buzima bwabo bwa minsi yose.

**A. Protéger la population contre les menaces d'ordre politique**

Il revient à l'Etat de renforcer les capacités de tous les services appelés à faire face aux menaces qui guettent la population. Il s'agit de :

1. Renforcer la promotion des droits de l'homme ;

2. Aménager un centre opérationnel intégré de gestion des crises sous un commandement unique ;

3. Rendre opérationnelle la police de proximité et les comités mixtes de sécurité dans le pays ;

**A. Gukingira abanyagihugu ibibageramiye bikomoka ku mvo za poritike**

Reta itegerezwa gukomeza ibisata vyose bijejwe kurwanya ico cose gishobora kugeramira abanyagihugu giturutse ku mvo za poritike. Ivyo na vyo vyogenda gutya:

1. Gukomeza ibikorwa bijanye n'uguharanira agateka ka zina muntu;

2. Gushiraho ikigo gikoreramwo abahinga bavuye mu bisata bitandukanye kugira bige ingene bohangana n'ingorane ziturutse ku mvo za poritike kandi kigategekwa n'indongozi imwe;

3. Gushiraho igiporisi cegereye abanyagihugu hamwe n'amakomite y'umutekano ahurikiyemwo abo bose bafise uruhara mu gutsimbataza umutekano mu gihugu cose;

4. S'assurer que les effectifs et les moyens des forces de sécurité à engager sont suffisants et capables de répondre aux besoins sécuritaires de la population ;

5. Développer et mettre en œuvre une politique d'intégrité au sein des forces de défense et de sécurité ;

6. Développer une culture de planification ;

7. Revisiter le cadre institutionnel et légal régissant les Corps de Défense et de Sécurité pour s'assurer de leur conformité et les adapter au contexte ;

8. Assurer une meilleure intégration de la dimension genre dans les politiques de sécurité.

**B. Protéger la population contre les menaces économiques**

Pour protéger la population contre les menaces économiques, il convient de :

1. Mobiliser les ressources financières internes et externes ;

2. Identifier les terres fertiles et les réserver à l'agriculture ;

3. Assurer la sécurité alimentaire pour tous : restructurer et appuyer les producteurs agricoles, renforcer l'agro-business et développer les filières agricoles ;

4. Mettre en œuvre le Code Foncier, plus spécialement l'opérationnalisation des services fonciers communaux ;

4. Kumenya neza ko ibitigiri vy'abajejwe umutekano n'ibikoresho vyabo bikwiye kugira bashobore gukora bashimisha abanyagihugu mu vyerekeye umutekano;

5. Gutegura no gushira mu ngiro ingendo y'ubuntu mu nzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano;

6. Gushira imbere umuco wo gutegura imigambi;

7. Gusubiramwo amategeko agenga inzego z'umutekano kugira ngo haboneke amategeko ajanye n'ibihe;

8. Kwinjiza abakenyezi ku rugero rukwiye mu nzego zijejwe umutekano.

**B. Gukingira abanyagihugu ibibabangamiye bivuye ku mvo z'ubutunzi**

Kugira ngo abanyagihugu bakingirwe ibibabangamiye bivuye ku mvo z'ubutunzi, hakenewe ibi bikurikira:

1. Kurondera no kwegeranya uburyo bwo gukoresha bukwiye haba mu gihugu canke mu makungu;

2. Kurondera amatongo amera no kuyaharira uburimyi;

3. Kwitwararika ko abanyagihugu bose baronka imfungurwa zikwiye, gutunganya ukundi no gushigikira abitwararika uburimyi n'ubworozi, ugukomeza amahinguriro ahingura ivyimburwa n'ukugwiza ivyimburwa bizanira igihugu amafaranga y'agaciro;

4. Gushira mu ngiro igitabu c'amategeko agenga amatongo na canecane gutuma igisata ntunganyamatongo co mu makomine gikora;

5. Diversifier les sources énergétiques en concentrant les efforts sur les énergies propres et renouvelables ;

6. Désenclaver le pays en poursuivant le projet de chemin de fer et celui du pipeline ;

7. Renforcer le partenariat public-privé en améliorant le climat des affaires et le mouvement coopératif ;

8. Développer les services de contrôle de la qualité des produits locaux et importés ;

9. Accroître les revenus de l'Etat par les mécanismes de réglementation et de contrôle de l'exploitation minière.

**C. Protéger la population contre les menaces d'ordre social**

Pour améliorer la protection de la population contre les menaces sociales, l'accent sera mis sur plusieurs actions:

1. Améliorer le système de santé dans le pays ;

2. Rendre obligatoire la scolarisation des filles et des garçons jusqu'au moins à la fin de l'école fondamentale ;

3. Mettre en place une loi spécifique qui protège les élèves filles contre les mariages précoces et les grossesses avant la fin de l'école secondaire ;

4. Intégrer les jeunes dans les circuits de production par l'apprentissage et la formation professionnelle ;

5. Kugwiza amasoko ntanganguvu, mu gushira inguvu mu masoko atonona ibidukikije kandi yisubiriza;

6. Guha igihugu imihora igishikana ku mabahari mu kubandanya imigambi y'ibarabara ry'indarayi n'ukukironsa umuringoti w'igitoro;

7. Gukomeza ugufashanya hagati ya Reta n'abikorera ivyabo, no mu kworohereza abarwizatunga no guhimiriza abanyagihugu gukorera mu makoperative;

8. Guteza imbere ibisata bijejwe kugenzura ko ibidandazwa vyo mu gihugu n'ibiva hanze bimeze neza;

9. Kwongereza ubutunzi bw'igihugu mu gushiraho amategeko agenga ibikorwa vy'ugucukura n'ukudandaza ubutare.

**C. Gukingira abanyagihugu ibibabangamiye bikomoka ku mvo z'imibano**

Kugira ngo abanyagihugu bakingirwe ibibabangamiye bivuye ku mvo z'imibano, hakenewe ibi bikurikira :

1. Kurushirizaho guteza imbere igisata c'amagara y'abantu mu gihugu;

2. Gushiraho itegeko rihimiriza abigeme n'abahungu kwiga kugeza n'imiburiburi bahejeje ishure shingiro;

3. Gushinga itegeko rigenewe gukingira abanyeshure b'abigeme, ukwabirwa hamwe n'ugutwara inda z'ishushu batararangiza amashure yisumbuye;

4. Kwigisha no gukarihiriza ubwenge urwaruka mu vyerekeye imyuga kugira bashobore kugwiza umwimbu n'ukwibeshaho;

5. Renforcer la sécurité contre les violences en milieu scolaire ;

5. Gukomeza umutekano mu kurwanya ubukozi bw'ikibi mu mashure.

6. Promouvoir l'alphabétisation fonctionnelle dans des groupements communautaires en l'associant aux thématiques de santé, de planning familial et de consolidation de la paix ;

6. Guteza imbere ukwigisha abakuze gusoma n'ukwandika bishingiye ku vya nkenerwa mu buzima ufatiye ku mirwi barimwo, udasize inyuma ivyigwa bijanye n'amagara y'abantu, ukuvyara ku rugero n'ugutsimbataza amahoro;

7. Renforcer la prise en charge et l'intégration socioéconomique des personnes vulnérables (enfants de la rue, déplacés, rapatriés, personnes âgées, handicapés, démobilisés) ;

7. Kwitaho kurusha ba ntahonikora mu kubigisha ingene bokwibeshaho (abana bo mw'ibarabara, abateshejwe izabo, abahunguka, abantu bageze mu zabukuru, abagendana ubumuga, abahoze ku rugamba);

8. Promouvoir la culture, les valeurs et la langue nationale ;

8. Guteza imbere imico kama, imigenzo myiza irimwo akarangamutima hamwe n'uguhurumbira ururimi kavukire rw'ikirundi;

9. Rapprocher les services publics des usagers à travers la déconcentration de la fonction publique et par le renforcement de la justice de proximité.

9. Kwegereza ubuzi bwa Reta abanyagihugu mu buryo bwo gukwiragiza ibisata vy'ubuzi bwa Reta bukenewe mu gihugu, hamwe no kwegereza amasentare abanyagihugu.

**D. Protéger la population contre les menaces environnementales**

**D. Gukingira abanyagihugu ibibabangamiye bikomoka ku mvo z'ibidukikije**

Il est très important de protéger la population contre la survenance de ce type de menaces à travers les actions suivantes :

Kugira ngo abanyagihugu bakingirwe ibibabangamiye bivuye ku mvo z'ibidukikije : hakenewe ibi bikurikira :

1. Renforcer les capacités de l'Institut Géographique du Burundi (IGEBU) pour qu'il puisse délivrer en temps réel des informations sur le climat et les mouvements sismiques afin de prévoir les catastrophes naturelles et en réduire l'impact ;
2. Renforcer l'éducation environnementale ;
3. Mettre en œuvre les schémas provinciaux d'aménagement du territoire ;

1. Gukomeza ubushobozi n'ubuhinga bw'Ikigo c'Igihugu kijejwe gukurikirana ihindagurika ry'ibihe (IGEBU) kugira ngo gishobore gutanga hakiri kare amakuru yerekeye ingene ikirere cifashe hamwe n'ibijanye na nyamugigima kugira ngo abanyagihugu bashobore kwitegura n'ukugabanya ivyokwononekara;
2. Gutanga inyigisho zikwiye zijanye n'ukwitwararika ibidukikije;
3. Gukurikiza integuro y'ingene amatongo yotunganywa mu ntara;

4. Développer le secteur eau et assainissement ;

5. Développer le secteur forêt et environnement.

## SECTION III : MIEUX ASSURER LA PERMANENCE DES INSTITUTIONS REPUBLICAINES

La séparation des pouvoirs telle que définie par la Constitution, l'indépendance de chacun d'eux et les relations entre ces derniers, le respect de la loi, l'éducation patriotique ainsi qu'un comportement responsable des forces de défense et de sécurité contribuent à la permanence des institutions républicaines.

Sur le plan politique, les obstacles qui entravent la permanence des institutions républicaines à savoir : le non-respect des règles du processus électoral, l'impunité, la lenteur du processus de réconciliation nationale, le manque de patriotisme, la manipulation de la jeunesse, la faiblesse du leadership à plusieurs niveaux doivent être pris en compte dans le but de trouver des solutions durables afin d'assurer la pérennité des institutions.

Par conséquent, la permanence des institutions démocratiques et républicaines pourra être assurée grâce :

1. à la gouvernance démocratique et inclusive ;
2. à la justice pour tous;
3. à la lutte contre l'impunité et au respect des droits de l'homme ;
4. au dialogue politique national impliquant les partis politiques, le Gouvernement, la société civile et les médias ;

4. Guteza imbere igisata c'amazi n'isuku;

5. Guteza imbere igisata c'amashamba n'ibidukikije.

## AGACE KA III : GUKINGIRA NEZA INZEGO Z'IGIHUGU

Ugutandukanya inzego z'ubutegetsi nk'uko biri mw'Ibwirizwa Shingiro, ubwigenge bw'urwego rumwerumwe rwose, hamwe n'imigenderanire hagati yazo, ukwubaha amategeko, inyigisho zo gukundisha igihugu hamwe n'ingendo ibereye y'abasirikare n'abajejwe umutekano, biri mu bituma inzego z'igihugu zidahungabana.

Mu bijanye na poritike, intambamyi zituma inzego z'igihugu zishobora guhungabana ni nk'izi : ukutubahiriza amabwirizwa yerekeye amatora, ukudahana ivyaha, ukwikwega mu gushira mu ngiro umugambi wo kunywanisha abarundi, ukudakunda igihugu, ukujuragiza urwaruka, ubushobozi buke bw'imboneza mu bisata bitandukanye. Ivyo vyose bitegerezwa kwitabwaho kugira ngo hatorwe inyishu irama mu gutsimbataza inzego z'igihugu.

Kubw'ivyo, inzego zivuye mu matora zokomera kurusha hakozwe ibi bikurikira :

1. Intwaro ibereye muri demokarasi kandi iha ikibanza abarundi bose;
2. Ubutungane kuri bose;
3. Ukurwanya ukudahana ivyaha n'ugusonera agateka ka zina muntu;
4. Ibiganiro vya poritike ku rwego rw'igihugu bihuza imigambwe, Reta, amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, n'abamenyeshamakuru;

5. à une bonne éducation civique en général, à l'éthique et à la neutralité des Corps de Défense et de Sécurité**.**

5. Inyigisho zo gukunda igihugu muri rusangi, inyifato runtu y'Inzego z'umutekano n'ukutagira aho abazigize bahengamira mu vya poritike.

### III.1.: Les grandes fonctions stratégiques pour assurer la permanence des institutions républicaines

### III.1. Ibikorwa nyamukuru bijanye n'umugambi w'ugukingira neza inzego z'igihugu

Par institutions républicaines, il faut entendre les organes du cadre fonctionnel de l'Etat, à savoir : l'Exécutif, le Législatif, le Judiciaire et les autres structures constitutionnelles de la République du Burundi.

Havuzwe inzego z'igihugu, ni ugutegera ko ari inzego zirangura ibikorwa vy'igihugu. Na zo ni izi : Urwego Nshingwantwaro, Urwego Nshingamateka n'Urwego Nkenguzamateka, Urwego rw'Ubutungane hamwe n'izindi nzego zitegekanijwe n'Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi.

On ne pourrait prétendre garantir la permanence des institutions tant que la paix et la sécurité nationales voire régionales sont menacées. Des stratégies pour détecter les signes précurseurs, anticiper et circonscrire les risques de crises et de conflits doivent être arrêtées

Ntawokwihenda ngo aratsimbataje inzego z'igihugu mu gihe amahoro n'umutekano mu gihugu no mu karere bigeramiwe. Ni co gituma hategerezwa gufatwa ingingo zijanye n'ugutohoza hakiri kare ibimenyetso vy'imburi kugira ngo ivyo vyose bishobora gutuma haba indwano canke amatati bihagarikwe hakiri kare.

#### III.1.1. Prévention et gestion des crises

#### III.1.1. Ugukinga n'ugutorera umuti amatati

**A. Prévention**

**A. Ugukinga amatati**

Les nouveaux mécanismes constitutionnels et institutionnels ont été mis en place pour garantir la paix et la sécurité, condition sine qua non pour la stabilité des institutions républicaines.

Ibwirizwa Shingiro n'ayandi mategeko birategekanya uburyo bwo kubungabunga amahoro n'umutekano vyo shingiro ry'ugutsimabataza inzego z'igihugu.

La présente Stratégie Nationale de Sécurité se doit d'indiquer les voies, acteurs et moyens de combiner les ressources nécessaires pour aboutir à la pérennisation de ces institutions. La réalisation de cet objectif passe par :

Umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano urerekana neza abawushira mu ngiro, inzira n'uburyo bikenewe mu gutsimbataza inzego. Ishirwa mu ngiro ry'iryo hangiro rica kuri ibi bikurikira:

**a) Au niveau politique**

**1. Le respect de la Constitution**

Le Président de la République est garant de la Constitution. A cet égard, il doit veiller à ce qu'aucun acte de son initiative ou de quelque autre institution ne vienne la violer.

**2. Une démocratisation en profondeur**

Toute mise en cause des institutions se réclame, à tort ou à raison, de la démocratie ; c'est pourquoi, pour prévenir tout mouvement déstabilisateur, il faut garantir une démocratie non pas de surface, mais allant en profondeur.

Dès lors, un accent particulier doit être mis sur :

1. Le renforcement du respect des droits de l'homme ;
2. La bonne gouvernance ;
3. La justice et l'équité sociale ;
4. La gestion transparente de la chose publique ;
5. Un système judiciaire garantissant le respect de la loi et bannissant l'impunité ;
6. Le renforcement de l'institution de l'Ombudsman par l'octroi d'un budget suffisant et la dotation d'un personnel compétent ;
7. Un système électoral transparent et incontestable dont les actions sont :

**a) Mu vyerekeye poritike**

**1. Ukwubahiriza Ibwirizwa Shingiro**:

Umukuru w'Igihugu ni we Kizigenza mu kwubahiriza Ibwirizwa Shingiro. Kubera ivyo, ni we acungera ko ata gikorwa na kimwe giturutse kuri we canke kivuye ku rundi rwego coza gitera kubiri n'Ibwirizwa Shingiro.

**2. Gutsimbataza demokarasi mu nzego zose**

Uwushaka wese gutembagaza inzego avuga ko agomba guhabuza demokarasi. Ni co gituma, kugira ngo inzego zatowe n'abanyagihugu zikingirwe imigumuko n'abazihungabanya, demokarasi itegerezwa gushinga imizi mu nzego zose kuva hasi gushika hejuru, atari iyo ku karimi ahubwo ibonekera mu ngiro.

Ku bw'ivyo, akigoro kadasanzwe gategerezwa kugirwa muri ibi bikwirikira:

1. Ukurushirizaho iyubahirizwa ry'agateka ka zina muntu;
2. Ugukomeza intwaro ibereye;
3. Ugutsimbataza ubutungane kuri bose n'ukutarenganya;
4. Ugukorera ku mugaragaro mu gutunganya neza ivy'igihugu;
5. Urwego rw'ubutungane rwubahiriza amategeko kandi rurwanya ukudahana;
6. Ugukomeza urwego rw'Umuhuza w'abarundi mu kururonsa uburyo bukwiye n'abakozi babishoboye;
7. Ugushiraho uburyo bwo gutegura amatora abera ku mugaragaro kandi adatera impari. Ubwo buryo na bwo ni ubu bukurikira:

- la mise en place d'une CENI non contestée par la classe politique, la société civile et la population ;
- des bulletins de vote convenus par les partis politiques ;
- des isoloirs permettant le vote secret ;
- un système de dépouillement transparent ;
- l'observation des élections par les partis politiques, la société civile et la communauté internationale.

8. Réviser la Constitution pour corriger certains articles qui présentent des ambiguïtés ;
9. Mettre en place un centre de formation aux droits de l'homme et à la bonne gouvernance ;
10. En vue de bien gérer la chose publique, instaurer un système légal d'informatisation pour contrôler et vérifier l'origine des biens mobiliers et immobiliers des citoyens ;
11. Organiser des élections préliminaires libres et démocratiques au sein de chaque parti politique avant l'établissement des listes bloquées.
12. Création et développement d'une banque de données relative à l'identification et l'analyse des menaces ;

- Ugushiraho Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora wizewe n'abanyeporitike amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike be n'abanyagihugu;
- Ugutegura amakarata y'ugutora yumvikanyweko n'abanyamigambwe;
- Ukwubaka utuzu tw'amatora dutuma amatora abera mw'ibanga;
- Ugushiraho uburyo bwo guharura amajwi ku mugaragaro bwizewe na bose;
- Ugucungera amatora bigirwa n'imigambwe, amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike be n'indorerezi mvamakungu.

8. Uguhindura ingingo zimwezimwe zo mw'Ibwirizwa Shingiro zitumvikana neza;
9. Ugushinga ikigo kijejwe kwigisha agateka ka zina muntu n'intwaro ibereye;
10. Ugucungera amatungo ya Reta mu gushiraho uburyo bwa none bw'imashini nyabwonko butuma hamenyekana amamuko y'amatungo y'abantu ;
11. Ugutunganya amatora y'intango yigenga, mu mugambwe uwo ari wo wose imbere y'ugushiraho intonde zugaye z'abitoza;
12. Ugushiraho n'uguteza imbere itororokanirizo ry'inkuru zerekeye itohoza ry'ivyo vyose bishobora kubangamira umutekano.

**b) Au niveau opérationnel des Corps de Défense et de Sécurité :**

Les actions découlant de la fonction de prévention sont :

1. Une éducation patriotique et une éducation relative au respect du droit international humanitaire à l'intention de ces Corps;
2. Renforcer la cohésion de ces Corps en s'assurant de la bonne gestion des ressources mis à leur disposition;
3. Mettre en place un mécanisme d'approvisionnement qui garantit la transparence dans la gestion et limite au maximum la rupture des stocks logistiques ;
4. Maintenir les Corps de Défense et de Sécurité dans un état d'alerte suffisant pour pouvoir être capables d'intervenir efficacement en cas de nécessité.

**b) Mu vyerekeye imirimo y'inzego z'umutekano :**

Hakenewe ibi bikurikira:

1. Guha inyigisho z'ugukunda igihugu hamwe n'iz'ukwubahiriza amategeko mpuzamakungu agenga intambara abari mu nzego z'umutekano;
2. Gukomeza umwumvikano mu nzego z'umutekano mu gukoresha neza uburyo zahawe;
3. Gushiraho uburyo bw'ukuronsa ibikoresho inzego z'umutekano kugira ngo butunganywe neza kandi ntivyigere bihera ata bindi biraboneka ;
4. Gutuma inzego z'umutekano zama zigavye kugira zishobore gutabara no kwivuna umwansi iyo bikenewe.

**B. Gestion**

Faute d'avoir été évitée, une crise déclarée doit être circonscrite dans son espace et dans son intensité afin d'en limiter toute extension : dans l'espace, dans le temps, dans le nombre des acteurs et dans leur comportement.

La gestion des crises comprend plusieurs approches : la résolution, le règlement et la gestion unilatérale.

La résolution n'est pas coercitive et vise la relation d'après conflit. Dans ce processus, les parties impliquées analysent les causes du conflit et résolvent leur différend.

**B. Ugutorera umuti amatati**

Iyo bitashobotse kwirinda ko amatati aba, bisabwe gukora ku buryo adatandukira iyindi mihingo kandi ngo asesereze abayagiraniye, akwegerwemwo abandi bantu benshi canke ngo amare igihe kirekire.

Mu gutorera umuti amatati bica mu buryo bunyuranye : hari ugutunganya ibiganiro hagati y'abatase, hari ukwiyumvikanira kw'abatase hamwe n'uko inyishu itora umwe mu batase.

Ugutunganya ibiganiro hagati y'abatase bituma abatase biga neza imvo z'amatati kugira ngo batorere inyishu irama ibibazo vyabo mu ntumbero y'ukubandanya babana neza.

Le règlement des conflits se réfère à la reconnaissance de la partie adverse. C'est alors un simple arrangement entre les protagonistes.

Ukwiyumvikanira kw'abatase ni uburyo abatase bo nyene ubwabo biyumvikanira bagatorera umuti ikibazo cabo bitarinze kugorana.

La gestion unilatérale implique la responsabilité d'une partie en conflit de trouver une solution sans faire recours à la négociation, celle-ci étant inappropriée.

Hari na none igihe umwe mu batase yiyemeza gutora inyishu y'amatati atarinze kwicarana n'uwo bafitaniye amatati ngo baganire. Ariko rero ubwo si uburyo bwiza bw'ugutorera inyishu amatati kuko bidaheza ngo birame.

Compte tenu de ces approches, la Stratégie Nationale de Sécurité doit privilégier la résolution dont les effets sont plus durables.En cas de crise, encourager les institutions de l'Etat à recourir à la résolution pacifique et à mettre toutes leurs compétences en commun en vue de trouver une solution durable.

Twihweje ubwo buryo butandukanye bw'ugutorera umuti amatati, umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano usaba ko hashirwa imbere ugutunganya ibiganiro hagati y'abatase kuko ari wo utanga umuti urama. Mu gihe hadutse umudugararo, uwo utegekanya ko inzego za Reta zirondera umuti w'amatati bidaciye mu gikenye no gushira hamwe inguvu zose mu gutora inyishu ishimisha bose.

### III.1.2.Dialogue politique national et concertation sociale

### III.1.2. Ibiganiro hagati y'abanyeporitike n'ukuja inama n'ingingo

Pour maintenir un climat politique et social sain, un cadre de dialogue politique permanent entre le pouvoir, les partis politiques et la société civile doit être renforcé. C'est dans cet esprit que les activités du Cadre de dialogue et de concertation entre partenaires nationaux ont été lancées par le Président de la République le 18 février 2008.

Mu ntumbero y'ugukomeza icuka ciza ca poritike n'imibano, hoza haratunganywa ibiganiro bihuza Reta, abanyamigambwe hamwe n'abo mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike. Ni muri iyo ntumbero Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yatanguje ibiganiro vy'uguhanahana ivyiyumviro n'ukuja inama n'ingingo hagati ya Reta n'abafashanya na yo bo mu gihugu kw'igenekerezo rya 18 Ruhuhuma 2008.

Tous les intervenants dans la vie sociopolitique du pays en l'occurrence les élus nationaux et locaux, le Gouvernement, les partis politiques, la société civile, le secteur privé, les confessions religieuses, les syndicats et les médias doivent participer au cadre de dialogue permanent.

Ni na co gituma abafise uruhara bose mu buzima bw'igihugu mu vyerekeye poritike n'imibano bategerezwa kwama bicarana kugira bungurane ivyiyumviro. Abo na bo akaba ari : Reta, abatowe n'abanyagihugu, abanyamigambwe, abo mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, abikorera utwabo, abanyamadini, amashirahamwe aharanira inyungu z'abakozi n'abamenyeshamakuru.

Les actions suivantes sont de nature à renforcer le dialogue politique national et la concertation sociale :

1. Renforcer le dialogue permanent entre les partis politiques, la société civile et le Gouvernement ;
2. Eduquer, informer et sensibiliser les citoyens à la bonne gouvernance et sur les méfaits de la corruption ;
3. Instaurer une culture de redevabilité à tous les niveaux de responsabilité ;
4. Mettre en place des mécanismes pour éradiquer l'impunité ;
5. Améliorer le processus électoral de manière à éliminer les lacunes observées lors des élections ;
6. Accélérer le processus de mise en place des mécanismes de réconciliation nationale.
7. Mettre en œuvre la Stratégie Nationale de Bonne Gouvernance et de Lutte contre la Corruption.

Ivyo vyose kugira bishikweko hokorwa ibi bikurikira :

1. Kwama hatunganywa ibiganiro hagati ya Reta, imigambwe n'amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike;
2. Kwigisha no kumenyesha abanyagihugu ivyerekeye intwaro ibereye be n'ingaruka mbi z'igiturire;
3. Kwerekana ku mugaragaro ivyaranguwe n'abategetsi ku rugero urwo ari rwo rwose, mu vyo bashinzwe;
4. Gushiraho uburyo burashe bw'ukurandurana n'imizi ukudahana ivyaha;
5. Gutegura neza amatora mu kwirinda kugumizaho ibitera impari mu matora ;
6. Kwihutira gushira mu ngiro umugambi wo kunywanisha abarundi ;
7. Gushira mu ngiro Umugambi w'igihugu w'intwaro ibereye n'ukurwanya ibiturire.

## CHAPITRE II : LES PRIORITES EN MATIERE DE SECURITE

De nos jours, la sécurité est perçue sous plusieurs dimensions. En effet, les questions de sécurité ne sont plus l'apanage des seuls Corps de Défense et de Sécurité. Elles visent également le bien-être de la population et la qualité de la vie au sein de la communauté. Elles touchent des domaines aussi divers que la santé, l'alimentation, l'environnement, la diplomatie et l'économie.

La finalité de la Stratégie Nationale de Sécurité est avant tout de défendre le territoire nationale et de protéger la population contre tous les éventuels risques et menaces.

Elle ambitionne également de permettre au Burundi de jouer sa part de responsabilité dans la promotion de la paix internationale par une participation responsable dans les missions de paix, que ce soit dans le cadre des Nations unies ou de l'Union Africaine. En outre le Burundi doit efficacement faire face aux agressions/incursions armées en provenance des pays voisins. L'Est de la République Démocratique du Congo est devenu une source majeure d'insécurité sur les frontières avec des répercussions non négligeables sur la sécurité intérieure.

Les défis de criminalité et d'autres violences répertoriés à l'intérieur du pays nuisent aux efforts du Gouvernement dans la stabilisation et de consolidation de la paix, sapent la cohésion sociale et ralentit la reprise économique.

Par conséquent, les Corps de Défense et de Sécurité, en collaboration avec les autres acteurs en

## IGICE CA II : IBITEGEREZWA KURANGURWA IMBERE Y'IBINDI MU VYEREKEYE UMUTEKANO

Muri iki gihe, umutekano werekeye ibisata vyose bigize ubuzima bw'igihugu. Kukaba nkako, ibijanye n'umutekano ntibikiri ivy'abajejwe kwivuna abansi n'abajejwe umutekano gusa. Birerekeye kandi ukubaho neza kw'abanyagihugu n'ingene ubuzima bwabo bwifashe mu kibano. Ibijanye n'umutekano birerekeye kandi ibisata vyinshi, nk'amagara y'abantu, ibifungurwa, ibidukikije, imigenderanire n'amakungu hamwe n'ubutunzi.

Intumbero nyamukuru y'umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano, ni iyo kurwanira igihugu no gukingira abanyagihugu ivyo vyose vyoshobora kubabangamira canke guhungabanya umutekano wabo.

Uwo mugambi ufise kandi intumbero y'ugutuma Uburundi bugira uruhara mu gutsimbataza amahoro mu makungu, vyaba biciye ku rwego rw'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU, canke ku rwego rw'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika. Vyongeye, igihugu c'Uburundi gitegerezwa kwivuna abogitera bava mu bihugu duhana imbibe. Ikibazo c'umutekano muke mu Buseruko bwa Republika iharanira Demokarasi ya Kongo, cabaye intandaro y'umutekano muke ku mbibe, hadasizwe inyuma inkurikizi mbi ku mutekano wo hagati mu gihugu.

Ubwicanyi n'ubundi bukozi bw'ikibi vyibonekeza hagati mu gihugu, ni inzitizi ku twigoro Reta igira mu gutsimbataza amahoro, bigasubiza inyuma ugufatana mu nda kw'abenegihugu hamwe n'iterambere ry'ubutunzi.

Kubera ivyo, inzego z'ukwivuna abansi n'izijejwe umutekano, zifadikanije n'abandi bafise uruhara

matière de sécurité, doivent être suffisamment outillés pour être à mesure de faire face aux défis actuels et à toutes les menaces à la sécurité nationale.

mu vyerekeye umutekano, zitegerezwa kuba zifise ibikoresho bikwiye kugira ngo zishobore guhangana n'intambamyi n'ivyo vyose bigeramira umutekano w'igihugu.

Tous les moyens militaires, civils, et économiques sont mis à contribution pour minimiser tous les risques susceptibles de porter atteinte à la vie de la nation. La diplomatie cherchera à assurer le bon voisinage et le renforcement des mécanismes régionaux et internationaux de sécurité commune et accroître la visibilité du Burundi dans le concert des nations.

Uburyo bwa gisirikare n'ubutari ubwa gisirikare hamwe n'ubujanye n'ubutunzi butegerezwa gushirwa hamwe mu gutuza ivyo vyose bishobora kubangamira ubuzima bw'igihugu. Imigenderanire n'ibindi bihugu itegerezwa gushimikira ku gutsimbataza umubano mwiza hamwe n'ugutuma harangurwa ibitegekanijwe mu vyerekeye umutekano rusangi, ku rwego rw'akarere no ku rwego mpuzamakungu hamwe no gutuma igihugu cacu kibonwa neza mu makungu.

Pour cela, le gouvernement du Burundi est appelé à renforcer graduellement ses capacités dans les domaines militaires, police, civiles, économiques et diplomatiques en vue de répondre aux attentes grandissantes de défense et de sécurité nationale.

Kubera ivyo, Reta y'Uburundi itegerezwa kuja irongereza ubuhinga n'ubushobozi mu bijanye n'igisirikare, igiporisi, n'ivyerekeye abo bose batari muri izo nzego, hadasizwe inyuma ivyerekeye ubutunzi n'ivy'imigenderanire n'amakungu, kugira ngo ishobore guhangana n'ibibazo vy'ukwivuna abansi n'ugutsimbataza umutekano w'igihugu.

Les actions entreprises par différentes institutions sollicitées pour la mise en œuvre de cette stratégie, doivent également concourir à la promotion et au raffermissement des principes démocratiques et de bonne gouvernance à tous les échelons.

Inzego zose zirabwa n'ishirwa mu ngiro ry'umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano, zitegerezwa na zo nyene, mu mirimo zijejwe, kwitwararika guteza imbere no gushimangira ivyiyumviro ngenderwako vyerekeye ingendo ya demokarasi n'intwaro ibereye mu bisata vyose bigize ubuzima bw'igihugu.

## SECTION I : LES PRIORITES NATIONALES

## AGACE KA I: IBIKORWA IGIHUGU GISHIRA IMBERE Y'IBINDI

La sécurité nationale concerne de nombreux acteurs étatiques et non-étatiques qui agissent en synergie. La conception des actions à mener pour faire face aux défis de sécurité tient compte de leur importance et de leur urgence afin de dégager les priorités nationales à court et moyen terme, en vue d'atteindre

Ikibazo c'umutekano w'igihugu cerekeye abantu benshi, baba abari mu nzego za Reta, baba abatari muri izo nzego, ariko bose bagategerezwa gusenyera ku mugozi umwe. Integuro y'ibikorwa vyorangurwa kugira duhangane n'intambamyi z'umutekano, ifatira ku guca irya n'ino uburemere

les objectifs fixés.

bwazo, no ku kuntu zikeneye kwihutirwa, kugira hatomorwe ibikorwa igihugu gishira imbere y'ibindi, mu ntumbero y'ugushika kw'ihangiro, haba mu kiringo ca vuba canke mu kiringo kigereranye.

**1) La professionnalisation des Corps de Défense et de Sécurité**

Les Corps de Défense et de Sécurité accusent des faiblesses et des défis résultant de leur histoire récente. En effet, le processus d'intégration n'a pas encore réussi à éradiquer les lacunes qui constituaient l'épine dans le pied dès le début de la conception des réformes envisagées. Un effort particulier devra être consenti à la professionnalisation et la restructuration. Les formations spécialisées constituent un préalable à la modernisation de ces corps et l'acquisition du matériel et des équipements modernes adaptés aux missions actuelles. La doctrine d'emploi de ces Corps devra également être revue.

**1) Ugukomeza inyigisho, zituma inzego z'ukwivuna abansi n'ugutsimbataza umutekano zikora zisunze amategeko y'umwuga**

Inzego z'ukwivuna abansi n'izijejwe umutekano ziracarangwa n'utunenge hamwe n'intambamyi bikomoka ku kuntu zamye zikora mu bihe Uburundi buhitiyemwo. Kukaba nkako, umugambi w'ukwubaka inzego nshasha z'umutekano nturashika aho urandurana n'imizi utwo tunenge twari twarazizingamitse, kuva hagitegurwa umugambi w'ukuzinagura. Hazotegerezwa kugirwa utwigoro tudasanzwe mu gutanga inyigisho zikwiye no mu gusubiramwo itunganywa ry'izo nzego. Inyigisho zijanye n'umwuga w'igisirikare n'uw'igiporisi ni zo tanguriro ry'ukuroranisha n'ibihe vya none izo nzego, hamwe n'ukuzironsa ibikoresho bikenewe vyo mu bihe vya none, kugira ngo zishobore kurangura imirimo ijanye n'iki gihe. Inyigisho shingiro zijanye n'ingene izo nzego zikoreshwa zitegerezwa na zo nyene kunagurwa.

**2) La lutte contre criminalité et la violence**

Le niveau de criminalité est resté relativement élevé malgré l'intégration réussie des combattants et efforts menés dans le cadre du processus de Désarmement, Démobilisation, Réinsertion et la Réintégration. Le nombre de délits relevant du droit commun reste élevé sur l'ensemble du territoire et nécessite une attention particulière pour améliorer la sécurité réelle de la population. La réduction sensible de la criminalité contribuera, ipso facto, à la promotion des droits et libertés des personnes. La mise en place et

**2) Ukurwanya ubwicanyi n'ubundi bukozi bw' ikibi**

Naho hatewe intambwe ishimishije mu gushira hamwe abahora barwana, hakagirwa n'utwigoro twinshi mu vyerekeye umugambi wo kwaka ibirwanisho abatabifitiye uburenganzira, no mu gusubiza mu buzima busanzwe abahoze ku rugamba, urugero rw'ubwicanyi rwagumye ari runini. Igitigiri c'ivyaha bisanzwe kiguma ari kinini mu gihugu cose, bigasaba umwitwarariko udasanzwe kugira ngo umutekano w'abanyagihugu wongerekane vy'ukuri. Ukurwanya ubwicanyi

le renforcement des comités mixtes de sécurité augmenteront la capacité du Gouvernement dans la prise en charge des problèmes de sécurité au niveau communautaire.

gushika aho bugabanuka bimwe biboneka bizotuma agateka ka muntu n'uburenganzira bw'abantu bitera imbere. Ugushinga n'ugukomeza amakomite y'umutekano ahurikiyemwo bose, bizokwongereza ubushobozi bwa Reta, mu gutorera umuti ibibazo vy'umutekano ku mitumba.

La prévention de la criminalité n'est pas la responsabilité du seul Ministère de la Sécurité Publique ; elle nécessite une approche globale et intégrée à laquelle prenne part d'autres acteurs étatiques, les acteurs de la société civile, les médias, les partenaires régionaux et internationaux particulièrement ceux à vocation sociale et économique. La collaboration et la coopération de ces différents acteurs permettront d'analyser ensemble les conditions de réussite et de mettre en œuvre les solutions appropriées de la prévention de la criminalité tant réelle que perçue.

Ugukinga ubukozi bw'ikibi ntivyega ubushikiranganji bujejwe umutekano mu gihugu bwonyene, harakenewe ingendo ihuza abo bose bafise uruhara mu vyerekeye gutsimbataza umutekano, kandi mu bisata vyose, baba abari mu nzego za Reta, abari mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, ibimenyeshamakuru, canke abafasha bo ku rwego rw'akarere Uburundi burimwo, no ku rwego mpuzamakungu, na canecane abajejwe ivyerekeye imibano n'ubutunzi. Ugufadikanya n'ugufashanya kw'abo bose babifisemwo uruhara, bizotuma haba ukwigira hamwe uburyo bubereye bwo gutorera inyishu nziza zijanye n'ugukinga ubukozi bw'ikibi, bwaba ubumaze kwiserura canke ubukiriko burategurwa.

### 3) La formation patriotique

Dans le cadre de la sécurité intérieure, la réussite des actions envisagées exige l'implication de la population comme conditions d'efficacité. La prise de conscience sur les questions de sécurité et le devoir de participer à la défense de la patrie conformément aux dispositions de la constitution, requiert une mobilisation tout azimut de cette même population par les pouvoirs publics à travers le programme national de formation patriotique. Ce dernier contribuera également au renforcement de la lutte contre la corruption et autres formes de malversations économiques.

### 3) Inyigisho zo gukunda igihugu

Mu vyerekeye umutekano wo mu gihugu hagati, kugira ngo ibikorwa vyategekanijwe bishike ku ntumbero, uruhara rw'abanyagihugu ni ntangere. Ukubahimiriza kwitaho ibibazo vy'umutekano n'ukumenya ko bategerezwa kurwanira igihugu c'amavukiro, nk'uko bitegerejwe n'Ibwirizwa Shingiro, bisaba ko abo banyagihugu bahimirizwa cane n'abajejwe intwaro, biciye mu mugambi werekeye inyigisho z'ugukunda n'ugukundisha igihugu. Izo nyigisho zizofasha kandi mu gutsimbataza urugamba rw'ukurwanya igiturire n'ubundi buryo bwose bwo kunyonyeza no gusesagura amatungo y'igihugu.

#### 4) Le développement des ressources énergétiques

Le déficit énergétique que connaît le Burundi a un impact négatif sur l'investissement privé et la croissance économique.Un effort particulier doit impérativement être porté sur la production de l'énergie en quantité suffisante pour répondre à la demande de la population et des entreprises. Tous les secteurs du pays souffrent actuellement de la carence en énergie et l'essor économique ne peut être envisageable sans que ce préalable ne soit résolu ; même la réussite de la mobilisation actuelle des investisseurs nationaux et étrangers est conditionnée par la production croissante de l'énergie. Le potentiel hydroélectrique et éolien considérable que le Burundi dispose est un atout que le gouvernement devrait exploiter à court et moyen terme afin de développer l'industrie, réduire le chômage et par conséquent améliorer le bien-être de la population.

#### 4) Ukugwiza amasoko ntanganguvu

Ubukene bw'umuyagankuba bwibonekeza mu gihugu c'Uburundi, buragira ingaruka mbi ku barwizatunga bikorera ivyabo no kw'iterambere ry'ubutunzi. Hategerezwa kugirwa utwigoro tudasanzwe mu vyerekeye ukurwiza umuyagankuba kugira abanyagihugu n'amashirahamwe bawuronke ku buryo bukwiye. Ibisata vyose vy'igihugu birazingamitswe n'ukutaronka umuyagankuba udakwiye, mbere n'iterambere ry'ubutunzi ntirishoboka, ico kibazo kidatorewe umuti. Vyongeye, uguhimiriza abagwizatunga b'abarundi n'abanyamahanga ngo bashinge imitahe mu Burundi bishoboka ari uko umuyagankuba ugiye urongerekana ku munsi ku munsi. Inzuzi n'umuyaga igihugu gifise vyokoreshwa mu gutanga umuyagankuba, ni itunga rihambaye gitegerezwa gukoresha mu kiringo ca vuba canke kigereranye, mu ntumbero yo guteza imbere igisata c'amahinguriro, kugabanya ubushomeri no gutuma abanyagihugu babaho neza kuruta.

#### 5) La sécurité alimentaire

L'économie burundaise dépend directement du secteur agricole dont la production reste très faible (2%) par rapport à la croissance de la population (2,4%). Ce secteur occupe 90% de la population qui pratique une agriculture de subsistance à faible rendement. La faible vulgarisation des méthodes intensives et les insuffisances dans le domaine de la recherche constituent déjà des défis importants du secteur agricole dont la croissance devrait atteindre 9% pour répondre aux besoins alimentaires de la population.

#### 5) Umutekano mu bijanye n'ibifungurwa

Mu Burundi, Ubutunzi buhagaze ku gisata c'uburimyi naho umwimbu ari muke cane (2%) ugereranije n'irwirirana ry'abantu (2,4%). Ibice mirongo icenda kw'ijana (90%) vy'abanyagihugu ni abarimyi bimbura bikeyi bafungura ku buryo batagira ivyo basagurira amasoko. Ukudakwiragizwa kw'ubuhinga bwa kijambere bw'ukurima, n'ukutagira ubushakashatsi bukwiye muri ico gisata, ni intambamyi ihambaye ku mutekano mu bijanye n'ibifungurwa kubera ko hakenewe ko umwimbu wongerekana gushika ku rugero rw'ibice icenda kw'ijana (9%) kugira ngo abanyagihugu baronke ibibatunga bikwiye.

Malgré les efforts fournis dans le cadre de la planification et l'exécution des projets, les résultats obtenus ne sont pas à la hauteur des moyens engagés. Ainsi, une nouvelle politique du secteur agricole doit être pensé et prioritairement pris en main par le Gouvernement.

Naho hariho utwigoro tujanye n'ugutegura n'ugushira mu ngiro imigambi yerekeye uburimyi, umwimbu ntuhuye n'inguvu zakoreshejwe muri ico gisata. Reta irakwiye rero gufata mu minwe ico kibazo mu gushiraho intumbero nshasha y'uguteza imbere ico gisata.

La promotion d'une agriculture de marché passera par l'organisation des producteurs, la mise en place des mécanismes de financement et la réforme agraire progressive subséquente à la politique de villagisation.

Uguteza imbere uburimyi ku buryo abarimyi baronka ivyo bafungura n'ivyo bashora ku masoko, bizoca mu gushigikira amashirahamwe y'abarimyi n'aborozi, ugushiraho uburyo bw'ukubaronsa amafaranga akenewe, hamwe n'ugutunganya bushasha amatongo uko umugambi w'ukuja mu bigwati uzoja uratera imbere.

L'aménagement et l'irrigation des nouvelles superficies dans les plaines d'Imbo et les dépressions du Mosso devraient être des projets prioritaires du Ministère de l'Agriculture et de l'Elevage.

Ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi butegerezwa kwihutira umugambi w'ugutunganya neza n'ukuvomera amasi ndimwa yo mu kiyaya c'Imbo na Kumoso.

**6) La prévention des risques et catastrophes**

**6) Ugukinga impanuka n'ibiza**

Les principaux risques et catastrophes qui pèsent sur les perspectives à moyen terme sont d'origines naturelle et humaine : sécheresse, inondations, invasions des insectes ravageurs ou d'infestations des parasites, les épidémies, les incendies et la pollution.

Impanuka n'ibiza bikurubikuru bishobora kubangamira ibikorwa bitegekanywa mu kiringo kigereranye, bishobora kuba ari kama canke biturutse ku bikorwa vy'abantu: uruzuba, umwuzure, ugutera kw'udukoko turya ibiterwa, canke ugutera kw'imigera, ibiza vy'indwara, imiriro n'ugutosekaza ibidukikije.

Depuis quelques temps, le pays est soumis à l'épreuve de certaines de ces catastrophes et, force est de constater qu'il ya encore des lacunes structurelles et organisationnelles couplées aux problèmes de moyens à tous les échelons d'intervention.

Haraciye igihe kitari gito, igihugu gihuye n'impanuka n'ibiza bimwebimwe vyavuzwe, ivyo bikaba vyerekana ko hakiri utunenge tujanye n'uko inzego zibijejwe zitunganijwe, bivanze n'ingorane z'ukubura uburyo ku ntambwe zose z'uguhangana n'izo mpanuka n'ibiza.

Dans le cadre du renforcement de la prévention des risques et gestion des catastrophes, il faudra :

Mu ntumbero y'ugukomeza uburyo bw'ugukinga impanuka n'ibiza, harakenewe:

- constituer une base de données pour augmenter les capacités d’analyse et d’anticipation ;
- mettre en place des mécanismes d’information et de communication (système de veille et d’alerte),et d’intervention rapide au niveau communautaire ;
- renforcer les mécanismes de suivi-évaluation dans ce domaine.

Un accent particulier doit être mis sur l’IGEBU pour une communication régulière de la météorologie afin deprévenir à temps. Aussi, la plateforme nationale de prévention et de gestion des catastrophes et les acteurs sectorielsdoivent être outillées (structures et moyens financiers) afin de les doter des capacités d’organiser le secours de la population en cas de nécessité.

- Gushiraho itorokanirizo ry’ivyerekeye impanuka n'ibiza, kugira hongerezwe ubuhinga bw’ukuvyihweza hamwe n'ugushobora kubikinga canke kuvyitegurira bitarashika;
- Gushiraho uburyo bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru akenewe (uburyo bwo gucungera no gutabaza hakiri kare), hamwe n'uburyo bw'ugutabara ningoga na ningoga ku nzego z'intango;
- Gukomeza ubuhinga bw'ugukurikirana n'ugusuzuma ibirangurwa muri ico gisata.

Utwigoro tudasanzwe dutegerezwa kugirwa mu Kigo kijejwe gukurikirana ihindagurika ry'ibihe "IGEBU", kugira gishobore kuja kiratanga amakuru ajanye n’uko ibirere bimeze mu ntumbero y'ukugabisha hakiri kare. Vyongeye, urwego rw’igihugu rujejwe gukinga impanuka n’ibiza n'ugutabara iyo bishitse n’abandi bafise uruhara mu bisata binyuranye, bategerezwa kuronswa uburyo (itunganywa ribereye ry'inzego n'ukuronswa uburyo), kugira ngo bamane ubushobozi bw'ugutabara abanyagihugu mu gihe biba bikenewe.

**7) Le dialogue politique et la concertation sociale**

Les élections de 2010 ont mis en exergue des lacunes non négligeables liées à l’insuffisance de la préparation politique, morale et psychologique des politiciens et de l’électorat. Les tensions qui, généralement, caractérisent la période électorale, devraient être atténuées aussitôt après la proclamation des résultats. Le système électoral doit être suffisamment juste et transparent de manière à favoriser que la gestion des problèmes liés au processus électoral soit strictement réservée aux organes mis en place en prélude à cet important événement. En outre les politiciens et l’électorat

**7) Ukuganira ivya poritike n’ukugisha inama abanyagihugu**

Amatora yabaye mu mwaka wa 2010, yarerekanye utunenge tutofatwa minenerwe, twavuye ku kudategura neza abanyeporitike n'abanyagihugu batora, mu vyerekeye poritike, inyifato ibereye no mu vyiyumviro. Amatati n’icuka kibi vyama biranga muri rusangi igihe c'amatora, vyategerezwa kugabanuka kuva hamaze gutangazwa ivyavuye mu matora. Amatora ategerezwa kuringanizwa ku buryo ata wurenganywa kandi ku mugaragaro, bigatuma ingorane zijanye n'amatora zitorerwa inyishu n'inzego hamwe n'amategeko vyashizweho mu kwitegurira ico kiringo gihambaye mu buzima

doivent apprendre à respecter la loi, les règles et les procédures convenues et mises en placepar le Gouvernement

bw'igihugu. Vyongeye, abanyeporitike hamwe n'abanyagihugu batora, bategerezwa kwigishwa gusonera amategeko n'ivyumvikanyweko bigashirwaho na Reta.

Par conséquent, il est crucial de renforcer les cadres de dialogue et de concertation sociale par une décentralisation afin d'assurer une préparation en profondeur,de toutes les couches de la population engagées dans le jeu politique. Les règles et les procédures, y compris les mesures coercitives à respecter et faire respecter, doivent être fixées de manière plus ou moins exhaustive, et ainsi éviter les contestations qui naissent des équivoques crées par la loi.

Kubera ivyo, birakenewe cane gukomeza ibiganiro vya poritike n'ukugisha inama abanyagihugu biciye mu mugambi w'ukubegereza ubutegetsi, kugira ngo imigwi yose ikurikiranira hafi ivya poritike itegurwe uko bikwiye. Amategeko n'ingingo bifatwa, bitegerezwa gusonerwa n'ukwubahirizwa, harimwo n'ibihano bikurikizwa, bitegerezwa gutomorwa ido n'ido, mu nzira yo gukinga ibibazo n'ivyitwazo vy'ukutemera ivyavuye mu matora bifatiye ku mategeko adatomoye neza.

## SECTION II : LES PRIORITES DEFINIES PAR LES ACTEURS ETATIQUES

## AGACE KA II : IBIKORWA ABAFISE URUHARA MU VYEREKEYE UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO BARI MU NZEGO ZA RETA BASHIRA IMBERE Y'IBINDI

Afin de réaliser les objectifs énoncés dans la présente Stratégie, les ministères ont, entre autres programmes, les priorités suivantes :

Kugira ngo intumbero z'uwu mugambi w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano zishikweko, Ubushikiranganji butegerezwa, mu migambi yabwo, gushira imbere y'ibindi ibi bikurikira:

**Ministère de l'Intérieur**

- renforcer le dialogue permanent entre les partis politiques, la société civile et le Gouvernement;
- redynamiser les comités mixtes de sécurité à la base ;
- encadrer la population pour le développement et le planning familial.

**Ubushikiranganji bw'Intwaro yo hagati**

- Gukomeza ingendo y'ibiganiro hagati y'imigambwe, amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike na Reta;
- Kunagura no gukomeza amakomite y'umutekano ahurikiyemwo na bose;
- Kwigisha abanyagihugu ibijanye n'iterambere n'ukuvyara ku rugero.

**Ministère de la Sécurité Publique**

- renforcer la lutte contre la criminalité et le banditisme par la mise en œuvre de la politique de police de proximité ;

**Ubushikiranganji bw'umutekano**

- Gukomeza urugamba rw'ukurwanya ubukozi bw'ikibi n'ubusuma, mu gushira mu ngiro umugambi w'igiporisi cegereye abanyagihugu;

- assurer une professionnalisation de la PNB ;
- organiser la PNB sur le plan structurel et institutionnel.

**Ministère des Relations Extérieures et de la Coopération Internationale ;**

- développer une diplomatie dynamique et efficace en vue de la sauvegarde des intérêts nationaux et de la place du pays sur la scène internationale ;
- contribuer au renforcement des mécanismes sous-régionaux, régionaux et internationaux en rapport avec la paix et la sécurité ;
- créer des réseaux pour renseigner les autorités burundaises sur des menaces éventuelles contre les institutions et les intérêts de la Nation.

**Ministère à la Présidence chargé de la Bonne Gouvernance et de la Privatisation**

- accroître la transparence dans la gestion des affaires publiques, en renforçant le partenariat avec la société civile et le secteur privé ;
- éduquer, informer et sensibiliser les citoyens à la bonne gouvernance et sur les méfaits de la corruption ;
- instaurer une culture de redevabilité à tous les niveaux de responsabilité

- Gukomeza inyigisho zituma urwego rw'igiporisi rukora rwisunze amategeko y'umwuga;
- Kuringaniza neza urwego rw'igiporisi mu vyerekeye inzego n'amategeko.

**Ubushikiranganji bw'Imigenderanire n'ugufashanya n'amakungu**

- Guteza imbere imigenderanire ijana n'ibihe bigezweko kandi ku buryo ishika ku ntumbero, mu nzira y'ukubungabunga inyungu z'igihugu, n'ukugira ikibanza kibereye n'izina ryiza mu makungu;
- Guterera mu gukomeza uburyo bw'ugutsimbataza amahoro n'umutekano hagati y'ibihugu bihana imbibe n'Uburundi, mu karere no ku rwego mpuzamakungu;
- Gushiraho uburyo bw'uguhanahana amakuru mu ntumbero y'ukumenyesha abategetsi b'Uburundi ku bishobora kubangamira inzego z'igihugu n'inyungu zaco.

**Ubushikiranganji bwo mu biro vy'Umukuru w'Igihugu bujejwe intwaro ibereye no gushira amashirahamwe ya Reta mu minwe y'abikorera utwabo**

- Gukomeza ingendo y'ugukorera ku mugaragaro mw'itunganywa ry'amabanga y'igihugu mu gutsimbataza ugufashanya hagati ya Reta n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike hamwe n'abikorera utwabo;
- Kwigisha, kumenyesha no guhimiriza abenegihugu ku vyerekeye ineza iri mu ntwaro ibereye, n'amabi aterwa no kurya ibiturire;
- Gushimangira ingendo yo kwereka abenegihugu ivyaranguwe kandi ku neza yabo, mu nzego zose z'ubutegetsi.

**Ministère à la Présidence chargé des Affaires de la Communauté Est-Africaine**

- s'assurer de la mise en œuvre des Protocoles de la Communauté Est-Africaine ;
- développer les capacités d'intégration et de compétitivité des Burundais au sein du marché commun ;
- contribuer au renforcement des mécanismes sous-régionauxen rapport avec la paix et la sécurité ; mettre en place des cadres de coopération pour résoudre les problèmes liés à la sécurité.

**Ministère des Finances et de la Planification du Développement Economique**

- la mobilisation des ressources intérieures et extérieures ;
- la transparence, la rigueur et l'efficacité dans les processus de préparation et d'exécution du budget de l'Etat;
- la maitrise de l'inflation, la mise en place d'une politique incitative et de sécurisation de l'épargne.

**Ministère du Développement Communal**

- renforcer les capacités des acteurs locaux du développement, promouvoir l'auto-emploi des jeunes;
- promouvoir les coopératives, le microcrédit rural, l'entreprenariat local et la villagisation ;

**Ubushikiranganji bwo mu biro vy'Umukuru w'Igihugu bujejwe ivyerekeye ukwinjira kw'Uburundi mw'Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko**

- Kugenzura ishirwa mu ngiro ry'Amasezerano agenga Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko;
- Guteza imbere ubushobozi bwo kwinjira no guhiganwa kw'abarundi mw'isoko rusangi;
- Gufasha mu gukomeza uburyo butegekanywa mu vyerekeye ugutsimbataza amahoro n'umutekano hagati y'ibihugu bihana imbibe no gushiraho uburyo bwo gufashanya kugira ngo ibibazo bijanye n'umutekano bitorerwe umuti.

**Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta n'ugutegekanya iterambere ry'ubutunzi**

- Ukwegeranya n'ukurondera uburyo mu gihugu hagati no mu makungu;
- Ugukorera ku mugaragaro, ukudafata ibintu minenerwe, ugukora neza mw'itegurwa no mw'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta;
- Ugukurikiranira hafi ingene ibiciro vy'ibidandazwa bihindagurika hamwe n'agaciro k'ifaranga ry'Uburundi, ugushiraho poritike ituma abanyagihugu baziganya n'ugukingira amafaranga yaziganijwe.

**Ubushikiranganji bw'Iterambere ry'amakomine**

- kwungura ubumenyi n'ubushobozi bw'abafise uruhara mw'iterambere mu nzego z'intango, no gushigikira urwaruka ngo rushinge imigambi y'ukwiteza imbere;
- Guhimiriza ishingwa ry'amakoperative, ugutanga ingurane ntonto mu gihugu hagati, ukwishingira amashirahamwe ku mitumba no kuja mu birwati;

- accélérer la décentralisation et le développement communautaire.

- Kwihutisha umugambi wo kwegereza ubutegetsi abenegihugu n'iterambere rusangi.

**Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants**

- la défense de l'intégrité du territoire conjointement avec les autres acteurs du secteur de la sécurité ;
- la professionnalisation de la FDN par le renforcement des capacités et la modernisation de l'équipement ;
- la construction et la réhabilitation des infrastructures militaires.

**Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi n'ugukurikirana abahoze ku rugamba**

- Ugukingira imbibe z'igihugu, bufadikanije n'abandi bafise uruhara mu kubungabunga n'ugutsimbataza umutekano;
- Gutuma inzego z'ukwivuna abansi zikora zisunze amategeko azigenga biciye mu kwongereza ubumenyi n'ubushobozi bw'abakora muri izo nzego no kuzironsa ibikoresho bihuye n'ibihe tugezemwo;
- Ukwubaka n'ugusanura ivyubakwa vy'igisirikare.

**Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le SIDA**

- améliorer la santé de la mère, de l'enfant et des personnes âgées.
- Accélérer la politique du planning familial ;
- renforcer la pérennisation du financement basé sur les performances associées à la gratuité des soins ;
- renforcer la lutte contre le VIH/SIDA et les autres maladies endémiques, pandémiques ou épidémiques dans une approche multisectorielle.

**Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu n'ukurwanya ikiza Sida.**

- Kwitwararika amagara y'abavyeyi, ay'ibibondo n'abantu bageze mu zabukuru;
- Gushira mu ngiro ningoga umugambi wo kuvyara ku rugero;
- Kubandanya haronderwa uburyo bw'ugutanga agashirukabute ku baganga n'abaforoma bakora neza batibagiye kwitaho n'abavurwa ku buntu;
- Kubandanya umugambi w'ukurwanya ikiza ruhonyanganda VIH/SIDA, n'izindi ndwara nk'izirangwa mu karere kanaka, izifatira rimwe abantu benshi, n'ibiza vy'indwara, kandi ubushikiranganji bwose bukabigiramwo uruhara.

**Ministères chargés de l'Enseignement**

- poursuivre la réforme de l'enseignement et de la formation professionnelle afin de l'adapter aux besoins du pays ;
- développer les sciences, la technologie et la recherche par la mise en place de nouvelles filières stratégiques de formation,
- planifier et mettre en œuvre la professionnalisation de l'enseignement à tous les niveaux.

**Ubushikiranganji bujejwe Inyigisho mu mashure y'intango, mu yisumbuye hamwe no muri kaminuza**

- Kubandanya isubirwamwo ry' ivyerekeye inyigisho, n'ukwigisha imyuga kugira ngo ziroranywe n'ivyo igihugu gikeneye;
- Guteza imbere ibijanye n'ubumenyi, ubuhinga, ubushakashatsi, mu gushiraho ibisata bishasha ngirakamaro vy'inyigisho;
- Gutunganya no gushira mu ngiro umugambi wo gutuma abigisha bakunda umwuga wabo kandi ku bice vyose no ku rugero rwose rw'amashure.

**Ministère de l'Agriculture et de l'Elevage**

- l'accroissement durable de la production en vue d'assurer la sécurité alimentaire, la production agricole doit atteindre une croissance de 6 à 9% afin de satisfaire la population burundaise dont le taux de croissance est de 2,4% ;
- la professionnalisation des producteurs, le développement des filières et de l'agro-business ;
- la promotion de l'innovation et le renforcement des institutions agro-pastorales publiques et privés.

**Ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi**

- Ukugwiza umwimbu ku buryo burama, kugira ngo haboneke umutekano mu bijanye n'ibifungurwa. Umwimbu uva mu burimyi, utegerezwa kwongerezwa kuva ku rugero rw'ibice 6% gushika ku rwa 9%, kugira ngo abanyagihugu bagwirirana ku rugero rw'ibice 2,4% bashobore kuronka ibibatunga;
- Ugushimikira ku nyigisho zikenewe ku barimyi borozi ku buryo babigira umwuga ubatunga, kugwiza n'uguteza imbere ibisata vy'uburimyi n'ubworozi, n'uguteza imbere urudandazwa rufatiye ku burimyi n'ubworozi;
- Gushigikira abashinga imigambi mishasha mu vy'uburimyi n'ubworozi n'ugukomeza ibigo bijejwe uburimyi n'ubworozi vya Reta n'ivy'abikorera utwabo.

**Ministère de l'Eau, de l'Environnement, de l'Aménagement du Territoire et de l'Urbanisme**

- rationalisation de l'aménagement du territoire et développement planifié de l'urbanisme, de l'habitat et du cadastre ;

**Ubushikiranganji bw'amazi, ibidukikije, ugutunganya amatongo n'iterambere ry'ibisagara**

- Ugutunganya neza amatongo n'iterambere ry'ibisagara, uburaro hamwe n'igisata kijejwe gupima amatongo;

- développement du secteur forêt et environnement ;

- développement du secteur eau et assainissement et renforcer la lutte contre la pollution notamment celle desvilles et du Lac Tanganyika.

- Guteza imbere igisata c'amashamba n'ibidukikije;

- Guteza imbere igisata c'amazi n'ivyerekeye ugusukura, no kubandanya kurwanya itosekazwa ry'ibidukikije na canecane mu bisagara n'ikiyaga Tanganyika.

**Ministère du Commerce et de l'Industrie, de la Poste et du Tourisme**

- le suivi de l'approvisionnement du marché intérieur en produits agroalimentaires, énergétiques et autres produits stratégiques ;
- la transformation industrielle des produits agro-pastoraux ;
- la promotion et la diversification des exportations et la protection des intérêts des consommateurs par la vérification de la qualité des produits importés et exportés.

**Ubushikiranganji bw'ubudandaji, amahinguriro, amaposita n'ingenzi**

- Ugukurikirana neza ko amasoko yose yo mu gihugu aronka ivyimbuwe biva mu burimyi no mu bworozi hamwe n'imfungurwa, ibifasha mu gutanga inguvu canke umuyangankuba hamwe n'ibindi bidandazwa vya nkenerwa mu buzima bw'abantu;
- Uguhingura ivyimbuwe bivuye mu burimyi no mu bworozi;
- Guteza imbere n'ukurwiza ibishorerwa hanze n'ugukingira inyungu z'abasumyi, mu kugenzura ivyahinguwe biva hanze canke bishoka hanze ko ari vyiza ku magara y'abantu.

**Ministère de l'Energie et des Mines**

- augmentation de l'offre en énergie et en eau potable ;

- exploitation industrielle des ressources minières ;

- actualisation, mise en application du cadre légal et gestion rationnelle des ressources minières.

**Ubushikiranganji bw'amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka**

- Kwongereza umwimbu mu vyerekeye amasoko ntanganguvu n'amazi meza;

- Ugucukura amatungo agizwe n'ubutare hakoreshejwe ubuhinga buteye imbere;

- Ukuroranya amategeko ajanye n'ugukoresha neza amatungo agizwe n'ubutare n'igihe tugezemwo, hamwe n'ukuyashira mu ngiro uko bitegerezwa.

**Ministère de la Fonction Publique, du Travail et de la sécurité sociale**

- harmoniser les salaires dans tous les secteurs de l'administration publique ;
- rapprocher les services publics des usagers à travers la performance et la déconcentration de la fonction publique ;
- renforcer le dialogue social pour mettre fin aux grèves répétitives.

**Ubushikiranganji bw'abakozi ba Reta, akazi, n'ugutegekaniriza kazoza abakozi**

- Kuroranisha imishahara y'abakozi mu bisata vyose vy'ubuzi bwa Reta;
- Kwegereza ubuzi bwa Reta ababwitura, mu kubutuma bukora neza kandi buserukiwe bikwiye mu ntara;
- Kubandanya ibiganiro hamwe n'amasendika y'abakozi, mu nzira yo gusezerera amayegereyegere y'urutavanako.

**Ministère des Transports, des Travaux Publics et de l'Equipement**

- développer et réglementer les systèmes de transport par voie terrestre, maritime, aérienne, ferroviaire et lacustre permettant le désenclavement du pays ;
- accroître le réseau routier notamment les routes communales ;
- construire et entretenir le patrimoine immobilier de manière à réduire sensiblement les dépenses de l'Etat en frais de loyer.

**Ubushikiranganji bw'ugutwara abantu n'ibintu, ibikorwa vya Reta**

- Guteza imbere no gushiraho uburyo bwo gutwara abantu n'ibintu, ku mabarabara, mu nzuzi, mu ndege, ku mabarabara y'indarayi hamwe no mu biyaga, mu ntumbero y'ugutuma igihugu kironka imihora myinshi igishikana ku mabahari;
- Kugwiza amabarabara na canecane mu kwongereza amabarabara y'imigenderanire n'ayahuza amakomine n'ayandi;
- Kwubaka no kubungabunga inyubakwa ku buryo hagabanuka bimwe bishimishije amafaranga Reta itanga mu gupanga inyubakwa zirimwo ibiro ibisata vyayo bikoreramwo.

**Ministère de la Solidarité Nationale, des Droits de la Personne Humaine et du Genre**

- élaborer la politique nationale des droits humains ; mettre en œuvre la politique nationale Genre ainsi que le Plan d'action national sur la résolution 1325 du Conseil de Sécurité de l'ONU sur les Femmes, la paix et la sécurité ;

**Ubushikiranganji bw'ugushigikirana, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira**

- Gutegura poritike y'igihugu yerekeye kwubahiriza agateka ka zina muntu; ugushira mu ngiro Umugambi w'igihugu werekeye iterambere ridakumira hamwe n'indinganizo y'umugambi w'igihugu werekeye ingingo ya 1325 y'Inama Nkuru ijejwe umutekano mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU yerekeye abakenyezi, amahoro n'umutekano ;

- renforcer la prise en charge, l'encadrement et l'intégration socioéconomique des personnes vulnérables (enfants de la rue, déplacés, rapatriés, démobilisés, personnes âgées, handicapés,…)

- Gukomeza no kwongereza inguvu mu gufasha abantu ba ntahonikora (abana bo mw'ibarabara, abateshejwe izabo, abahunguka, abasubijwe mu buzima busanzwe bahora ari abarwanyi, abantu bageze mu zabukuru, abantu bagendana ubumuga, …) ukubakurikiranira hafi, no kubamenyereza kwitunga mu kibano.

**Ministère de la Jeunesse, des Sports et de la Culture**

- promouvoir et protéger le patrimoine culturel ainsi que la langue nationale ;
- intégrer les jeunes dans les circuits de production par l'apprentissage des métiers et la formation en entreprenariat ;
- inculquer à l'endroit des jeunes les valeurs morales conduisant au développement intégral de la personne humaine et promouvoir une culture de communication en vue d'un changement de comportement.

**Ubushikiranganji bw'urwaruka, inkino n'imico kama**

- Guteza imbere no kubungabunga itunga rikomoka ku migenzo n'imico kama, hamwe n'ururimi kavukire;
- Gufasha urwaruka ngo rurwize umwimbu, biciye mu kwiga imyuga itandukanye hamwe n'ukubaha inyigisho zituma bishingira amashiramwe yo kwiteza imbere;
- Kwigisha urwaruka akarangamutima n'agaciro k'indero runtu, bituma umuntu ashobora gutera imbere mu bice vyose vy'ubuzima, gushigikira umuco wo guhanahana ivyiyumviro hakoreshejwe imvugo yubaka hamwe no gutuma abantu bahindura inyifato.

**Ministère de la Justice**

- renforcer la justice de proximité et les voies d'exécution des jugements rendus ;
- rendre la chaîne pénale plus efficace et continuer d'améliorer les conditions de détention ;
- mettre en place les mécanismes pour éradiquer l'impunité.

**Ubushikiranganji bw'Ubutungane**

- Gukomeza ubutungane bwegereye ababwitura n'uburyo bwo gushira mu ngiro vuba imanza zaciwe ;
- Gutuma ibihano mpanavyaha bigabanya inkozi z'ikibi, n'ukubandanya utwigoro twotuma abapfungwa bapfungirwa ahakwije amategeko;
- Gushiraho ibikenewe vyose, kugira ngo ukudahana ivyaha kuranduranwe n'imizi.

**Ministère des Télécommunications, de l'Information, de la Communication et des Relations avec le Parlement**

- Renforcer les capacités des administrations publiques et du privé en TIC ;
- Assurer la formation professionnelle des médias ;
- Sensibiliser et faire un plaidoyer pour s'adapter à la mondialisation.

**Le Service National de Renseignement**

- acquisition d'équipements modernes et performants pour la recherche, la collecte et l'exploitation de l'information ;
- renforcer la professionnalisation du personnel

## SECTION III : LES PRIORITES SECURITAIRES DEFINIES PAR LES ACTEURS NON-ETATIQUES

### III.1. Les priorités de la société civile et des médias

Les acteurs de la société civile dans leur ensemble jouent un rôle considérable dans la sauvegarde de la paix et de la sécurité.

La société civile et les médias se fixent les priorités suivantes :

**Ubushikiranganji bw'ugutumatumanako, ukumenyesha n'uguhanahana amakuru hamwe n'imigenderanire hagati ya Reta n'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka**

- Kwongereza ubuhinga n'ubushobozi bw'ibisata vya Reta, n'ubw'abikorera utwabo mu vyerekeye itumatumanako n'uguhanahana amakuru biciye mu buhinga bwa none (TIC);
- Gukarihiriza ubwenge abakora mu gisata c'ibimenyeshamakuru;
- Guhimiriza abanyagihugu n'abatanga uburyo mu ntumbero yo guhindura inyifato ijanye n'uko isi isigaye imeze nk'ikigwati, ari vyo bita "ubwanzurirahamwe mu makungu".

**Ibiro bikuru bijejwe igendereza**

- Ukuronswa uburyo n'ibikoresho bijanye n'ibihe tugezemwo, bikoreshwa mu kurondera inkuru, ukuzegeranya n'ukuzikoresha;
- Gukomeza inyigisho n'ubuhinga vyerekeye umwuga, ku bakozi b'ivyo biro bijejwe igendereza.

## AGACE KA III : IBIKORWA ABAFISE URUHARA MU GUTSIMBATAZA UMUTEKANO BATARI MU NZEGO ZA RETA BASHIRA IMBERE Y'IBINDI

### III.1. Ibikorwa amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike n'ibimenyeshamakuru, bishira imbere y'ibindi

Muri rusangi, abo mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, barafise uruhara ruhambaye mu kubungabunga amahoro n'umutekano.

Amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike n'ibimenyeshamakuru vyishinze gushira imbere y'ibindi ibi bikurukira:

- initier un cadre légal de collaboration entre la société civile et les acteurs étatiques ;
- contribuer au rapprochement des citoyens et à la réconciliation des communautés, à la promotion des droits humains et du genre ;
- participer à l'éducation citoyenne, à l'information, à la couverture médiatique ou à l'observation des élections ;
- promouvoir la professionnalisation des médias ;
- appuyer les campagnes de lutte contre la délinquance et contre la consommation des stupéfiants ;
- renforcer la collaboration entre les médias et les autres acteurs de la sécurité.

- Gushiraho urwego rwemewe n'amategeko rutuma haba ugufashanya hagati y'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritique n'abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano bakorera mu nzego za Reta;
- Gufasha mu kunywanisha abanyagihugu, uguteza imbere agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira;
- Kugira uruhara mu nyigisho zo gukunda igihugu, mu kumenyesha amakuru y'ibintu bikenewe, gukurikirana amatora n'ukuyacungera;
- Guteza imbere ibijanye n'inyigisho zerekeye umwuga w'ukumenyesha amakuru ku bakora muri ico gisata;
- Gushigikira isekeza ryo kurwanya ubukozi bw'ikibi n'ukwiyerereza hamwe no kunywa ibiyayuramatwe;
- Gutuma ibimenyeshamakuru n'abandi bafise uruhara mu gisata c'umutekano bakorana neza kuruta.

### III.2. Les priorités des sociétés privées de sécurité

Les sociétés privées de gardiennage se fixent les priorités suivantes :

- renforcer la professionnalisation, les capacités d'intervention et de secours du personnel sur la base d'un cadre légal approprié ;
- améliorer les conditions de travail.

### III.2. Ibikorwa amashirahamwe yigenga akora akazi k'ukurarira ashira imbere y'ibindi

Amashirahamwe yigenga akora akazi k'ukurarira yishinze gushira imbere y'ibindi ibi bikurikira:

- Gukomeza inyigisho zijanye n'uwo mwuga, kwongereza ubushobozi bw'ugutabara hisunzwe amategeko avyerekeye;
- Kwongereza uburyo n'ibisabwa bikenewe ngo akazi kagende neza.

## CHAPITRE III: LES MECANISMES DE MISE EN ŒUVRE, DE COORDINATION ET DE SUIVI-EVALUATION

## IGICE CA III: UBURYO BW'UGUSHIRA MU NGIRO UMUGAMBI W'UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO, UGUTUNGANYA NEZA IBIKORWA, UKUBIKURIKIRANA N'UGUSUZUMA INTAMBWE BIGEZEKO

### SECTION I : LA COORDINATION POLITIQUE DE LA STRATEGIE NATIONALE DE SECURITE

### AGACE KA I: INGENE INZEGO ZA PORITIKE ZITUNGANYA UMUGAMBI W'IGIHUGU WEREKEYE UKUBUNGABUNGA N'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO

La sécurité nationale engage, autour du Gouvernement, les institutions de l'Etat et les acteurs non-étatiques qui doivent se compléter mutuellement dans leurs rôles. Dans l'exécution de leurs tâches respectives incluses dans cette Stratégie, ils sont soumis aux lois nationales et internationales ainsi qu'aux règlements en vigueur.

Ibibazo vy'umutekano mu gihugu vyega Reta, ikunganirwa n'inzego zayo n'abadakorera muri izo nzego. Bose bategerezwa kwunganirana mu vyo barangura. Mu kurangura imirimo bajejwe itegekanywa mu mugambi w'igihugu werekeye ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano, bisunga amabwirizwa y'igihugu n'amasezerano mpuzamakungu hamwe n'ayandi mategeko asanzwe akurikizwa.

L'une des lacunes dont souffre la Sécurité Nationale est le manque de coordination des efforts des différents acteurs en cette matière. Ainsi, le Conseil National de Sécurité en tant qu'organe constitutionnel chargé d'assister le Président de la République et le Gouvernement dans le secteur de la sécurité, assurera entièrement son rôle de coordonner la mise en œuvre de la Stratégie Nationale de Sécurité.

Kamwe mu tunenge turanga igisata c'umutekano w'igihugu, ni ukudashira hamwe uko bibereye utwigoro tugirwa n'ababifisemwo uruhara batandukanye. Ni co gituma, nk' Urwego rukomoka kw'Ibwirizwa Shingiro rujejwe kwunganira Umukuru w'igihugu na Reta mu bijanye n'ugutsimbataza umutekano, Inama Nkuru y'igihugu ishinzwe umutekano mu gihugu ari yo ishinzwe kurangura umurimo w'ugutunganya neza ibikorwa bitegekanijwe mw'ishirwa mu ngiro ry'Umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano.

Les institutions élues qui représentent la population, notamment le Parlement et les Conseils communaux, doivent, chacune à son niveau, jouer un rôle de contrôle de l'action gouvernementale en matière de sécurité, surtout dans la mise en œuvre des fonctions stratégiques et des priorités de cette

Inzego zatowe ziserukira abanyagihugu, nk'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka hamwe n'Inama z'amakomine, zitegerezwa, urwego rumwerumwe rwose mu birwerekeye, kugira uruhara mu kugenzura ibirangurwa na Reta mu vyerekeye umutekano, na canecane mw'ishirwa mu

Stratégie; et dans l'objectif de garantir une gouvernance démocratique du secteur de sécurité.

ngiro ry'ibitegekanijwe gukorwa uhereye kuri bikurubikuru. Vyongeye, ivyo bigakorwa mu ntumbero yo gutsimbataza intwaro ibereye yisunga ingendo ya demokarasi mu gisata c'umutekano.

Sur la base de cette vision commune, la coordination doit viser la mise en place d'un système de sécurité nationale qui opère en harmonie et dont la synergie des efforts est entièrement assurée. Le Conseil National de Sécurité doit également, par cette Stratégie Nationale de Sécurité, aboutir à une politique d'action bien coordonnée basée sur une collaboration solide des responsables et autres acteurs prenant en compte toute la complexité des situations en matière de sécurité nationale.

Hafatiwe kuri iyo ntumbero rusangi, ugutunganya neza ibikorwa bijana n'ishirwaho ry'ubuhinga n'uburyo buroranye bw'ugutsimbataza umutekano mu gihugu, hakitwararikwa kandi uguhuriza hamwe utwigoro twose tugirwa muri ico gisata. Inama Nkuru y'Igihugu ishinzwe umutekano na yo, biciye kuri uwo mugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano, itegerezwa gushiraho uburyo burashe bw'ugukurikiranira hafi ibikorwa, bushingiye k'ukwunganirana hagati y'abategetsi babijejwe n'abandi babifisemwo uruhara, hisunzwe ukuntu ibijanye n'umutekano w'igihugu bisigaye bifatanye n'ibindi bibazo bitandukanye vyerekeye ubuzima bw'igihugu

## SECTION II : LA COORDINATION STRATEGIQUE ET OPERATIONNELLE

## AGACE KA II: INGENE ABAJEJWE GUKURIKIRANIRA HAFI IBIKORWA VY'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO BABITUNGANYA BAKONGERA BAKABIRANGURA

La sécurité est devenue une réalité complexe aux dimensions qui échappent parfois aux opérateurs classiques de la sécurité. Ainsi, pour agir efficacement sur toutes ses dimensions, il faudra compter sur toutes les forces disponibles et maximiser leurs effets synergiques en se basant sur les perspectives diverses des partenaires qui permettent la compréhension de l'enjeu global. Ce partenariat aura la possibilité d'augmenter l'efficacité des interventions, de mieux les organiser et de mieux gérer les ressources disponibles.

Umutekano usigaye ufatanye n'ibindi bibazo bitandukanye vyerekeye ubuzima bw'igihugu ku buryo abahora bazwi ko ari bo bonyene bajejwe umutekano, kenshi na kenshi barengerwa. Kubera ivyo, kugira ngo ivyo bibazo vyose bijanye n'umutekano bitorerwe umuti, harakenewe ko abo vyega bose bagira ico baterereye, kandi ku buryo bunganiranirana uko bibereye, hisunzwe intumbero zitandukanye z'abo bose vyerekeye, bigatuma bategera kumwe ikibazo c'umutekano. Ababifesemwo uruhara bose basenyeye ku mugozi umwe, bizotuma inguvu zongerekana mu kurangura ibikorwa, mu kubitunganya neza kuruta, n'uburyo buhari bugakoreshwa neza.

Dans le cadre du Conseil National de Sécurité, le Secrétariat Permanent assure le rôle exécutif et appuie ledit Conseil dans la coordination des activités des différents acteurs de la sécurité nationale.

Inama Nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu, mu kurangura imirimo ijejwe, Ibiro vy'Umunyamabanga ntayegayezwa wayo, ni vyo bishinzwe ishirwa mu ngiro ry'Umugambi w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano bikongera bigafasha iyo Nama ivyerekeye gukurikiranira hafi ibirangurwa n'abo bose bafise uruhara mu gutsimbataza umutekano.

Il sera mis en place des cadres de coordination stratégique et opérationnelle dont les réunions seront convoquées et dirigées par le Secrétaire Permanent du Conseil National de Sécurité :

Harakenewe ko hashirwaho inzego zijejwe gukurikirana neza ibikorwa bijanye n'Umugambi w'ugutsimbataza umutekano. Inama ikoranya abari muri izo nzego zigatumwako kandi zikarongorwa n'Umunyamabanga ntayegayezwa w'Inama Nkuru y'igihugu ishinzwe umutekano mu gihugu. Izo nzego na zo ni izi zikurikira:

1. Un Comité des Secrétaires Permanents des Ministères dont les missions principales seront le suivi et l'évaluation de l'exécution des priorités des ministères, tout en assurant la synergie des actions, telles qu'énoncées dans la Stratégie Nationale de Sécurité. Le rapport de suivi-évaluation est transmis au Conseil National de Sécurité.
2. Un Comité Technique Intégré composé par les représentants du Groupe Sectoriel de Sécurité, de la Plateforme nationale de prévention et de gestion des catastrophes, et de l'Unité Anti-terroriste. Son rôle sera de faciliter le partage de l'information et de discuter sur les options opérationnelles à envisager dans le court et moyen terme. Le rapport dudit comité est analysé par le Secrétariat Permanent du Conseil National de Sécurité, avant d'être transmis audit Conseil.

1. Komite igizwe n'Abanyamabanga ntayegayezwa bo mu bushikiranganji bwose, ishinzwe canecane imirimo y'ugukurikirana ibikorwa ubushikiranganji bushira imbere y'ibindi, n'ugusuzuma aho bigeze, hadasizwe inyuma ukwunganirana mu bikorwa nk'uko bitegekanywa mu mugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano. Icegeranyo c'ingene ibikorwa vyaranguwe n'aho bigeze kirungikirwa Inama nkuru y'Igihugu ishinzwe umutekano.
2. Komite y'abahinga ihurikiyemwo ababifisemwo uruhara bose igizwe n'abaserukira Umurwi ujejwe igisata c'umutekano, Umurwi w'Igihugu ujejwe ugukinga no gutabara mu bihe vy'impanuka hamwe n'abaserukira Umurwi ujejwe kurwanya iterabwoba. Iyo komite izotuma vyoroha guhanahana amakuru no kuja inama ku vyorangurwa mu gihe ca vuba no mu kiringo kigereranye. Icegeranyo c'iyo komite gisuzumwa n'Umunyamabanga ntayegayezwa w'Inama Nkuru y'igihugu ishinzwe umutekano mu gihugu, imbere yuko kirungikirwa iyo Nama nkuru.

Ainsi, les missions prioritaires du Secrétariat Permanent, en rapport avec cette Stratégie Nationale de Sécurité, sont :

1. Assurer la large diffusion et l'explication du contenu de la Stratégie Nationale de Sécurité auprès de toutes les institutions concernées ;
2. Coordonner les réunions du Comité des Secrétaires Permanent et du Comité technique intégré ;
3. Assurer le suivi de l'élaboration des plans sectoriels des différents acteurs dans le cadre de la mise en œuvre de la Stratégie Nationale de Sécurité suivant les grandes priorités de leur ressort ;
4. Etablir un réseau de communication et d'information par la mise en place de points focaux à tous les niveaux. Au niveau communal, ces derniers participeront aux réunions des comités communaux de sécurité ;
5. Veiller à la combinaison des capacités et à la synergie des efforts pour permettre l'appréhension de la problématique sécuritaire de façon globale, avec comme objectif ultime le renforcement et/ou le rétablissement de la sécurité de la population ;
6. Mener un plaidoyer pour le renforcement des capacités des différents acteurs en matière de sécurité ;

Gutyo rero, imirimo nyamukuru y'Ibiro vy'Umunyamabanga Ntayegayezwa ijanye n'Umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano, ni iyi ikurikira:

1. Gukwiragiza no gusigura ibiri mu mugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano mu nzego zose werekeye;
2. Gutunganya inama za Komite igizwe n'Abanyamabanga ntayegayezwa bo mu bushikiranganji bwose hamwe n'iza Komite y'abahinga ihurikiyemwo ababifisemwo uruhara bose;
3. Gukurikirana integuro y'imigambi itegekanywa kurangurwa n'abafise uruhara batandukanye mu gushira mu ngiro Umugambi w'igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano hisunzwe ibikorwa bikurubikuru bashira imbere y'ibindi;
4. Gushiraho uburyo bw'uguhanahana amakuru, mu gushinga abajejwe gukurikiranira hafi ibijanye n'umutekano mu bisata vyose no ku nzego zose. Ku rwego rw'ikomine, abo bajejwe kubikurikiranira hafi bazohora baja mu nama z'amakomite y'umutekano yo mu makomine ahurikiyemwo bose;
5. Kwitwararika ugushira hamwe ubushobozi n'utwigoro twa bose, kugira bose bigire hamwe ibijanye n'umutekano muri rusangi, mu ntumbero nyamukuru yo gutsimbataza canke kugarukana umutekano w'abanyagihugu;
6. Kwumvisha abafasha muri ico gisata ko bikenewe kwongereza ubumenyi n'ubushobozi bw'abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano bose;

7. Mettre en place des structures de suivi et évaluation de la Stratégie Nationale de Sécurité ;

8. Evaluer les moyens financiers et mobilisation des fonds auprès des bailleurs.

La planification intégrée, la coordination et la coopération entre les intervenants dans le secteur de la sécurité doit aboutir à une meilleure synergie opérationnelle entre les acteurs civil, militaire et de la police.

Bien plus, ce cadre permettra d'examiner ensemble les actions urgentes à mener et par conséquent augmentera la capacité de gestion des crises tout en assurant la concentration des forces et des moyens chaque fois que de besoin.

## SECTION III : LA COORDINATION A LA BASE

La Constitution de la République du Burundi en son article 70 stipule que *« tous les citoyens sont tenus de s'acquitter de leurs obligations et de défendre la patrie »*. Et l'article 73 précise que « *tout individu a le devoir de contribuer à la sauvegarde de la paix, de la démocratie et de la justice sociale* ».

La contribution de la population à la sécurité doit se faire sous une forme organisée par l'Etat appuyé par les acteurs non-étatiques. Au niveau local, l'Administration assure la coordination des actions à travers les comités mixtes de sécurité qui regroupent les principaux intervenants de la sécurité y compris la société civile. Ces comités doivent répondre devant l'autorité administrative (province, commune,

7. Gushinga inzego zijejwe gukurikirana no gusuzuma ibijanye n'Umugambi w'Igihugu w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano;

8. Kurimbura uburyo bujanye n'amafaranga no kurondera imfashanyo ku basanzwe batanga uburyo.

Ugutegekaniriza hamwe imigambi ata gisizwe inyuma, ugutunganya neza ibikorwa vy'abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano batandukanye n'ugufashanya hagati yabo, bitegerezwa gutuma haba ukwunganiranirana hagati y'ababifisemwo uruhara batari mu nzego zijejwe umutekano, abasirikare n'abaporisi.

Vyongeye, ivyo bizotuma ibikorwa vyihutirwa vyigirwa hamwe, gutyo ubushobozi bw'uguhangana n'ingorane z'umutekano bukiyongera, kubera ko inguvu n'uburyo bizoba vyashizwe hamwe igihe cose bikenewe.

## AGACE KA III: INGENE IBIKORWA VY'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO BITUNGANYWA BIKONGERA BIKARANGURWA N'INZEGO Z'INTANGO

Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi, mu ngingo yaryo ya 70 rivuga ko "*Abenegihugu bose bategerezwa kurangura ivyo vyose igihugu kibakeneyeko n'ukukirwanira ".* Ingingo ya 73 na yo itomora ko "*umuntu wese ategerezwa guterera agacumu k'ubumwe mu kubungabunga amahoro, intwaro ya demokarasi n'ubutungane kuri bose".*

Ariko, Reta itegerezwa gutunganya neza ibikorwa vy'abanyagihugu mu vyerekeye umutekano, na yo ikunganirwa n'ababifisemwo uruhara batari mu nzego zayo. Ku rwego rw'intango, abajejwe intwaro ni bo batunganya neza ibikorwa, biciye muri ya makomite ajejwe umutekano ahurikiyemwo bose, agahuza abafasha muri ico gisata bakurubakuru harimwo n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro

colline) qui est légalement mandatée pour superviser leurs activités. Les organisations de la société civile contribueront à la sécurité par l'échange d'informations sur les cas de déviation et en faisant des suggestions sur les améliorations à apporter à ce secteur.

vya poritike. Ayo makomite ategerezwa gushikiriza ivyo arangura abarongoye intwaro ku rwego rw'intara, rw'ikomine no ku rwego rw'umutumba, kuko ari bo bahabwa n'amategeko ububasha bwo gukurikirana ibikorwa vyayo. Amashirahamwe abadaharanira ivyicaro vya poritike aterera mu vyerekeye umutekano, mu gutanga no mu guhanahana inkuru zerekeye ibitagenda neza mu gisata c'umutekano, no mu guterera ivyiyumviro vyotuma ibintu bigenda neza kuruta.

De façon générale, l'engagement du public dans la consolidation de la paix et la justice sociale aura un impact positif sur la qualité des prestations des différents intervenants.

Muri rusangi, ishaka ry'abanyagihugu mu gutsimbataza amahoro n'ubutungane kuri bose, rizotuma ibikorwa vy'abafasha muri ico gisata batandukanye birangurwa neza kuruta.

## SECTION IV : LE SUIVI ET L'EVALUATION

## AGACE KA IV: UGUKURIKIRANA IBIKORWA VY'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO N'UGUSUZUMA INTAMBWE BIGEZEKO

Dans le cadre de la présente Stratégie, le Secrétariat Permanent est chargé, pour le compte du Conseil National de Sécurité, du suivi et de l'évaluation de la mise en œuvre des dispositions de cette Stratégie auprès des différents responsables et acteurs et fait régulièrement rapport audit Conseil.

Mw'irangurwa ry'uyu Mugambi w'igihugu, Ibiro vy'Umunyamabanga ntayegayezwa bishinzwe, kw'izina ry'Inama nkuru y'Igihugu ishinzwe umutekano, ugukurikirana n'ugusuzuma ishirwa mu ngiro y'ibitegekanijwe n'uwo mugambi, birangurwa n'abo bose babijejwe hamwe n'ababifisemwo uruhara bikongera bikaja biratanga icegeranyo kivyerekeye muri iyo Nama y'igihugu.

Aux échelons locaux, le suivi et l'évaluation seront organisés par les comités de sécurité en collaboration avec les organisations de la société civile impliquées dans les divers aspects de la sécurité humaine.

Ku nzego z'intango na ho, ugukurikirana n'ugusuzuma ibikorwa birangurwa, bigirwa n'amakomite ajejwe umutekano ahurikiyemwo bose, afadikanije n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, asanzwe afise uruhara mu bikorwa bitandukanye vyerekeye umutekano w'umuntu muri rusangi.

**SCHEMA DU MÉCANISME DE COORDINATION ET DE SUIVI-EVALUATION**




↔ : *Relation de coordination.*

------- : *Relation d'échange d'informations*

*PFN : Plateforme nationale de prévention et de gestion des catastrophes.*

*GSS : Groupe Sectoriel de Sécurité*

*UAT : Unité Anti-Terroriste*

**INDINGANIZO Y'INGENE IBIKORWA VY'UGUTSIMBATAZA UMUTEKANO BITUNGANYWA HAMWE N'UGUSUZUMA INTAMBWE BIGEZEKO**




*↔ : Kerekana ingene inzego zihanahana ibikorwa*
*------- : Vyerekana ingene inzego zihanahana amakuru*
*PFN : Umurwi w'Igihugu ujejwe ugukinga no gutabara mu bihe vy'impanuka*
*GSS : Umurwi ujejwe igisata c'umutekano*
*UAT : Umurwi ujejwe kurwanya iterabwoba*

## CONCLUSION GENERALE

Les menaces sont le reflet du contexte global que connaît le Burundi du point de vue interne et externe, à savoir le contexte politico-militaire et diplomatique, économique, social et environnemental. Les menaces politiques identifiées ont trait à la mauvaise gouvernance, à l'impunité, au manque de patriotisme, aux velléités expansionnistes ainsi qu'au terrorisme international et crimes divers. Les menaces économiques analysées concernent la pauvreté, l'insuffisance des ressources énergétiques, la dépendance envers l'aide extérieure, la dégradation des infrastructures et le déficit budgétaire. Dans les menaces sociales, on retrouve l'explosion démographique, le fanatisme et l'atteinte aux valeurs morales et éthiques. Quant aux menaces environnementales, elles comprennent la dégradation de l'environnement, les catastrophes naturelles et la survenance de nouvelles maladies des cultures et des animaux.

Le contexte politique a beaucoup évolué de la période précoloniale à nos jours. Au cours de la période précoloniale, une harmonie régnait entre les Burundais. La conflictualité remonte à la colonisation et se poursuit jusqu'à l'Accord d'Arusha pour la paix et la réconciliation débouchant sur une Transition qui a permis le référendum constitutionnel de 2005 et la tenue d'élections démocratiques. La diplomatie s'est développée, d'abord sous le régime monarchique, puis sous le long règne du parti unique pour arriver à la diplomatie de crise à partir de 1993 conduisant au retour à la paix et à la stabilité. Actuellement, grâce à

## UGUSOZERA

Ibigeramira umutekano biva ku kuntu Igihugu kiba cifashe muri rusangi, haba uko ibintu biba vyifashe mu gihugu hagati canke uko biba vyifashe mu makungu ; ivyo na vyo bikaba bijanye n'ibihe vyaranze poritike ijanye n'ivya gisirikare hamwe n'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu, ibijanye n'ubutunzi, imibano hamwe n'ibidukikije. Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo za poritike vyatororokanijwe, bijanye n'ugutwara nabi, ukudahana ivyaha, ukudakunda igihugu c'amavukiro, ibihugu bifise intumbero z'ukwiyagurira imbibe, iterabwoba mvamakungu, ubwicanyi hamwe n'ubundi bugizi bwa nabi. Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'ubutunzi vyihwejwe, vyerekeye ubukene, amasoko ntanganguvu adakwiye, ukuzera inze, ugutituka kw'ivyubatswe hamwe n'uko ikigega ca Reta kitikwije. Mu bigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'imibano, dusangamwo irwirirana ry'abantu rirenze urugero, inyifato ndezarugero zifatiye ku vyo umuntu yemera, ukurenga ku mico myiza y'ubuntu n'ukutagendera akarangamutima. Ibigeramira umutekano bikomoka ku bidukikije na vyo, bifatiye ku gutituka kw'ibidukikije, ivyaduka kama hamwe n'indwara z'ivyaduka ku biterwa no ku bikoko.

Ibijanye na poritike vyarateye imbere cane, kuva igihe c'imbere y'intwaro y'igikoroni gushika uyu munsi. Igihe c'imbere y'intwaro y'igikoroni, abarundi bari bamwe kandi babanye neza. Ugushamirana mu bonse rimwe vyadutse mu gihe c'intwaro ya gikoroni, gushika aho bivyara intambara gushika habe Amasezerano y'i Arusha yerekeye kugarukana amahoro no kunywanisha Abarundi. Ayo masezerano yakurikiwe n'ikiringo c'intwaro mfatakibanza yateguye amatora y'abanyagihugu yo kwemeza canke guhakana integuro y'Ibwirizwa Shingiro ryo mu mwaka wa 2005, maze bituma

la redynamisation et à l'ouverture de la diplomatie burundaise, le pays a retrouvé sa place dans le concert des nations et il contribue activement aux instances sous-régionales, régionales et internationales.

hatunganywa amatora aciye mu nzira ya demokarasi. Imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu yagiye iratera imbere. Ubwa mbere ku ntwaro ya cami, hanyuma ku ntwaro yamaze igihe kirekire yiganziwe n'umugambwe umwe rudende, mu nyuma Uburundi burangwa n'imigenderanire n'amakungu yo mu gihe c'amagume yatanguye mu mwaka wa 1993, gushika aho hagaruka amahoro n'intwaro igizwe n'inzego zitaja zirahungabana. Muri ibi bihe, kubera inagurwa ry'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu, hadasizwe inyuma ukwugururura amarembo, igihugu carasubijwe iteka n'ikibanza cari gifise mu makungu, ubu kikaba ari bitumwako kandi kigaterera bimwe biboneka mu nzego zo mu bihugu dusangiye imbibe, izo ku rwego rw'akarere, na mpuzamakungu.

La sécurité fait appel à un grand nombre d'acteurs étatiques et non-étatiques, et son développement se situe à l'interface des questions de sécurité, de gouvernance et de développement. Les fondements et le cadre politico-juridique du développement de ce secteur sont l'Accord d'Arusha pour la paix et la réconciliation, la Constitution et les accords de cessez-le-feu.

Ugutsimbataza umutekano bisaba ko abantu benshi babigiramwo uruhara, baba abari mu nzego za Reta canke abatari muri zo. Vyongeyeye, kugira ngo umutekano ubandanye utsimbatara, ibibazo bijanye bitegerezwa kwigigwa rimwe n'ibijanye n'intwaro ibereye hamwe n'ibijanye n'iterambere. Inkingi, poritike n'amategeko Umugambi w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano wisunga ni Amasezerano y'i Arusha y'amahoro no gusubiza hamwe, Ibwirizwa Shingiro, n'amasezerano y'uguhagarika intambara hagati ya Reta n'imirwi yayigwanya**.**

La mise en œuvre de ces accords se concrétise à travers le processus d'intégration, de désarmement, de démobilisation et de réinsertion des ex-combattants.

Ishirwa mu ngiro ry'ayo masezerano, rikaba ribonekera mw'irangurwa ry'imigambi yo kwubaka inzego zijejwe umutekano zihurikiyemwo abahora barwana, ukuvana ibirwanisho mu banyagihugu n'ugusubiza mu buzima busanzwe abahoze ku rugamba.

La deuxième Partie traite des moyens et de la contribution des différents intervenants dans le domaine de la sécurité. Les moyens politiques et diplomatiques sont constitués de la politique

Ikigabane ca kabiri cerekeye uburyo n'intererano y'abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano. Uburyo bwa poritike n'ubufatiye ku migenderanire n'amakungu bugizwe na poritike y'igihugu mu

nationale de défense, de la politique de sécurité publique, de la Politique du Service National de Renseignement et de la politique extérieure.

vyerekeye ukwivuna abansi, poritike y'igihugu mu vyerekeye umutekano w'abanyagihugu, poritike y'ibiro bikuru bijejwe igendereza, hamwe na poritike y'ugufashanya n'amakungu mu vyerekeye umutekano.

Ces politiques consistent à donner les grandes orientations du pays en matière de défense, de sécurité, de renseignement et de diplomatie, à préciser les principes qui guident l'action dans les politiques sectorielles.Sur le plan extérieur, le Burundi a signé de nombreux accords, conventions et pactes sur le plan régional et international et il participe à plusieurs opérations de paix en Somalie, au Soudan, en Côte d'Ivoire et à Haïti.

Izo poritike zitanga intumbero nyamukuru z'igihugu mu vyerekeye ugukingira igihugu n'ukwivuna abansi, ugutsimbataza umutekano, igendereza n'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu, zikongera zigatomora ingingo ngenderwako, imigambi yerekeye igisata kimwekimwe yisunga. Ku vyerekeye imigenderanire hagati y'Uburundi n'amakungu, harashizweko umukono ku masezerano mpuzamakungu menshi, haba ku rwego rw'akarere canke ku rwego mpuzamakungu. Vyongeye, Uburundi buragira uruhara mu bikorwa vyinshi vyo kugarukana amahoro mu guterera abasirikare n'abaporisi muri Somariya, muri Sudani, muri Côte d'Ivoire no muri Hayiti.

Sur le plan opérationnel, les missions des Corps de Défense et de Sécurité sont différentes. En dehors des réunions de coordination convoquées par la plus haute autorité nationale, des Etats-majors conjoints des trois forces sont constitués à différents niveaux de commandement pour évaluer et suivre les phénomènes d'insécurité.

Mu vyerekeye ibikorwa birangurwa, imirimo y'urwego rw'ukwivuna abansi iratandukanye n'iy'urwego rujejwe umutekano. Hambavu y'inama zo kurimbura ibikorwa zitumwako na Kizigenza w'Igihugu, Ibiro bikuru vya gisirikare n'Ibiro bikuru vy'igiporisi hamwe n'Ibiro bikuru bijejwe igendereza birakorana ku nzego zavyo zitandukanye, kugira bisuzumire hamwe kandi bikurikirane ibishobora gutera umutekano muke.

Les relations entre les Corps de Défense et de Sécurité et la population, dans un contexte de moyens de communication et de déplacement insuffisants, impliquent une collaboration étroite.

Imigenderanire hagati y'inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano n'abanyagihugu, isaba ko haba ugufashanya gukomeye, naho uburyo bw'ugutumatumanako n'ubwo kwiyunguruza budakwiye.

La Justice et le Parlement contribuent largement à la sécurité, l'un en luttant contre l'impunité et l'autre en contrôlant l'action gouvernementale par des questions orales et des enquêtes, tout en votant le budget alloué aux acteurs de sécurité. Leurs moyens

Ubutungane n'Inama Nshingamateka hamwe n'Inama Nkenguzamateka birunganira bimwe bishemeye mu gutsimbataza umutekano. Ubutungane bufise uruhara mu kurwanya ukudahana ivyaha, Inama nshingamateka n'Inama

humains et matériels restent toutefois insuffisants.

nkenguzamateka na zo zikagenzura ibirangurwa na Reta mu gutumako abagize Reta kwishura ibibazo vy'abashingamateka canke vy'abakenguzamateka no mu kugira amatohoza, zikongera zigatora ibwirizwa rigenga amafaranga ategekanywa gukoreshwa mu gisata c'umutekano. Ariko, Abakozi bo muri izo nzego hamwe n'ibikoresho biguma bidakwiye.

Les moyens financiers alloués au secteur de la sécurité croissent nominalement de 2005 à 2012 bien qu'ils soient en baisse en termes de pourcentage du fait d'un meilleur niveau de la sécurité dans le pays et de la priorité accordée aux secteurs sociaux.

Igitigiri c'amafaranga agenewe igisata c'umutekano cagumye congerekana kuva mu mwaka wa 2005 gushika mu wa 2012 naho urugero kw'ijana rw'ico gitigiri ukigereranije n'amafaranga yose Reta itegekanya gukoresha ku mwaka rwagiye ruragabanuka, kubera ko umutekano uguma wiyongera, bigatuma hashirwa imbere ibisata vyerekeye imibano.

A côté des acteurs étatiques, les acteurs non-étatiques occupent une place non négligeable dans le secteur de la sécurité. Il s'agitd'une part, des sociétés privées de gardiennage. Elles souffrent d'un manque de réglementation spécifique. D'autre part, la société civile, comptant autour de 5000 associations, produit des analyses, des réflexions sur des questions d'intérêt général et interpelle les décideurs. Toutefois, les organisations de la société civile dépendent largement de l'extérieur pour leur financement, ce qui limite leur autonomie.

Hambavu y'abakorera mu nzego za Reta, hariho abandi bafise uruhara ruhambaye mu gutsimbataza umutekano badakorera muri izo nzego. Abo na bo ni nk'abakorera mu mashirahamwe akora akazi k'ukurarira naho amategeko agenga ako kazi ataratomorwa neza. Hariho kandi amashirahamwe abadaharanira ivyicaro vya poritike, ubu ageze ku gitigiri kirenga 5000, amwamwe akama yerekanye ivyigwa yagize, akongera agashikiriza ivyiyumviro ku bibazo vyerekeye ineza ya bose, akongera agakebura abashinzwe gufata ingingo. Ariko, ayo mashirahamwe, ahanini atunzwe n'imfashanyo ziva hanze, ari na co gituma ubwigenge bwayo bufise aho bugarukira.

Les médias publics, privés et communautaires, écrits ou audio-visuels, contribuent à la sécurité alors que la plupart des journalistes n'ont pas bénéficié d'une formation professionnelle. La remise en fonction de l'Ecole de journalisme s'avère indispensable. Les moyens matériels et financiers proviennent tantôt du Gouvernement, tantôt des bailleurs de fonds extérieurs. Les moyens matériels et équipements

Ibimenyeshamakuru vya Reta, ivyigenga, n'ivyashinzwe n'amashirahamwe y'abanyagihugu, vyaba ivyandika, ibikoresha insamirizi canke ibikoresha imboneshakure, vyose birafise uruhara mu vyerekeye gutsimbataza umutekano, naho abamenyeshamakuru batari bake bataronkejwe inyigisho zikwiye zijanye n'umwuga w'ukumenyesha amakuru. Ni co gituma ugusubira kwugurura ishure kaminuza ryigisha abamenyeshamakuru rikongera

demeurent insuffisants.

rigakabakarihiriza ubwenge ari nkenerwa rwose. Ibikoresho n'amafaranga bitangwa na Reta, ubundi buryo bukava mu batanga imfashanyo bo hanze y'igihugu ariko buguma budakwiye.

Des questions transversales liées à la sécurité comme la lutte contre les armes légères et de petit calibre(ALPC) ainsi que le genre doivent être prises en compte. Pour les ALPC, des dispositifs juridiques internes et externes existent.

Ibindi bibazo bihurirwako n'abafise uruhara mu gutsimbataza umutekano, nk'ibijanye n'ukurwanya ibirwanisho bitobito kandi bihwahutse (ALPC) hamwe n'ivyerekeye iterambere ridakumira, na vyo nyene bitegerezwa kwitabwaho. Ku vyerekeye ibirwanisho bitobito kandi bihwahutse, amategeko asanzwe ariho, yaba ayashinzwe na Reta y'Uburundi canke ayemejwe n'amakungu.

Une politique nationale et multisectorielle Genre a été adoptée et des progrès ont été accomplis quant à la représentation des femmes au sein des institutions politiques. Les lois portant statut des officiers, des sous-officiers et des hommes de troupe de la FDN stipulent que « le recrutement doit respecter l'équilibre régional, ethnique et de genre nécessaire ».

Vyongeye, umugambi w'igihugu uhuza ibisata binyuranye, werekeye iterambere ridakumira waremejwe, ukaba kandi warateye intambwe ziboneka mu bijanye n'uguserukirwa kw'abakenyezi mu nzego za poritike zifata ingingo. Amabwirizwa ashinga amategeko ngenderwako y'intwazangabo, ibisongerezi n'ay'abasirikare batobato, avuga ko "iyinjizwa ryabo ritegerezwa kwubahiriza ibitigiri bitegekanijwe mu vyerekeye uguserukira intara, ubwoko n'ibitsina".

La troisième Partie de la stratégie se focalise sur les objectifs, les priorités et les grandes fonctions stratégiques ainsi que sur les mécanismes de coordination et de suivi-évaluation. Pour répondre au besoin de la sécurité, trois objectifs ont été formulés :

Ikigabane ca gatatu cerekeye intumbero n'amahangiro y'umugambi w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano, ivyokorwa uhereye kuri bikurubikuru hamwe n'itunganywa hamwe n'ikurikiranwa ryavyo. Kugira ngo umutekano ubungabungwe kandi utsimbatare mu gihugu, amahangiro atatu ni yo yashizwe imbere :

- Mieux défendre l'intégrité territoriale et la souveraineté nationale ; contribuer à la promotion de la paix et de la sécurité internationales,
- Mieux protéger la population ;
- Mieux assurer la permanence des institutions républicaines.

- Kurinda neza imbibe n'ubwigenge bw'igihugu hamwe n'ukugira uruhara mu gutsimbataza amahoro n'umutekano mu makungu ;
- Gukingira neza abanyagihugu;
- Gukingira neza inzego z'igihugu.

Les grandes fonctions stratégiques, quant à elles, ont été déterminées pour répondre aux objectifs susvisés.

Au niveau national, la stratégie dégage sept priorités à exécuter à moyen terme ; il s'agit de la professionnalisation des Corps de Défense et de Sécurité, de la lutte contre la criminalité et la violence, de la formation patriotique, du développement des ressources énergétiques, du développement du secteur agricole, de la prévention des risques et catastrophes et enfin le dialogue politique et la concertation sociale

Parmi les priorités sécuritaires mises en exergue par chaque Ministère, ont été retenu celles estimées les plus importantes et ont été répertoriées dans un tableau.

La Stratégie Nationale de Sécurité exige des mécanismes de mise en œuvre, de coordination et de suivi-évaluation. Le Conseil National de Sécurité en assure la coordination politique tandis que le comité des secrétaires permanents des Ministères et le comité technique intégré assurent la coordination stratégique et opérationnelle. Au niveau local, l'Administration assure la coordination les actions à travers les comités mixtes de sécurité

Imirimo mikurumikuru y'umugambi na yo yarerekanywe mu ntumbero yo gushika kuri ayo mahangiro.

Ku rwego rw'igihugu, Umugambi w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano urerekana ibikorwa indwi vyorangurwa imbere y'ibindi mu gihe ca vuba. Na vyo ni: Inagurwa ry'ubuhinga n'ubumenyi bw'inzego z'umutekano, ukurwanya ubwicanyi n'ubundi bukozi bw'ikibi; ugutanga inyigisho z'ugukunda igihugu, uguteza imbere igisata c'uburimyi n'ic'amasoko ntanganguvu; ugukinga impanuka n'ibiza vy'ivyaduka; ugutunganya ibiganiro vya poritike n'ukuja inama n'ingingo.

Mu vyashikirijwe n'ubushikiranganji butandukanye mu vyerekeye umutekano, haratowemwo ivyokorwa imbere y'ibindi bica bishirwa ku rutonde.

Kugira ngo Umugambi w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano uranguke neza, bisaba uburyo bwinshi bw'ukuwushira mu ngiro n'ukuwukurikiranira hafi. Inama Nkuru y'igihugu ishinzwe umutekano ni yo iroranya ibikorwa vya poritike, na yo Komite y'abanyamabanga ntayegayezwa bo mu bushikiranganji bwose na komite y'abahinga na zo, zikaba zijejwe ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa bishikana ku mahangiro y'umugambi. Ku rwego rwo kw'ikomine no ku mutumba, abajejwe intwaro, ni bo bakurikirana ibikorwa, biciye ku makomite ajejwe umutekano kandi ahurikiwemwo n'abo mu bisata bitandukanye.

# ANNEXES - IMPEREKEZA

## ANNEXE I : LISTE DES MENACES DANS LA MATRICE DES RESPONSABILITES

**R: Responsabilité première et coordination des autres acteurs**

**X: Responsabilité secondaire**

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 1 | Naissance de groupes d'opposants armés | X | X | X | R | | | | X | | | | | | | | | | | | | X | |
| 2 | Prolifération des ALPC (Armes Légères et de Petit Calibre) | X | R | X | | X | X | X | | X | | | | | | | | X | | | | | |
| 3 | Manque de leadership à différents niveaux | | | X | | | | | R | | | | X | X | | | | | | X | | | |
| 4 | Taux de chômage prononcé | | | X | | | X | | | | R | | X | X | | | | | | | | | |
| 5 | Mauvaise gouvernance | | | X | X | | | X | R | | X | | | | | | | | | | | | |
| 6 | Conflits fonciers | | X | X | | | | X | | | X | | | | X | | R | | | | | | X |

## IMPEREKEZA YA MBERE: URUTONDE RW'IBIGERAMIRA UMUTEKANO N'URUHARA RW'UBUSHIKIRANGANJI

**R: Ubushikiranganji vyega ubwa mbere ari na bwo bukurikiranira hafi ibirangurwa n'ibindi bisata bibifisemwo uruhara**

**X: Ubundi bushikiranganji bubifashamwo**

| INOMERO | IBIGERAMIRA UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 1 | Ivuka ry'imirwi yitwaje ibirwanisho irwanya Reta | X | X | X | R | | | | X | | | | | | | | | | | | | X | |
| 2 | Igwirirana ry'ibigwanisho bitobito, kandi bihwahutse | X | R | X | | X | X | X | | X | | | | | | | | X | | | | | |
| 3 | Ubushobozi budakwiye bw'imboneza | | | X | | | | | R | | | | X | X | | | | | | X | | | |
| 4 | Ubushomeri bwiyongera | | | X | | | X | | | | R | | X | X | | | | | | | | | |
| 5 | Ukubura intwaro ibereye | | | X | X | | | X | R | | X | | | | | | | | | | | | |
| 6 | Amatati aturutse ku matongo | | X | X | | | | X | | | X | | | | X | | R | | | | | | X |

| N° | MENACES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 7 | Développement de la criminalité | X | R | X | X | X | | X | X | | | | | | | X | | | | | | | |
| 8 | Attaque des terroristes | X | R | X | X | X | | X | | X | | X | | | | | | | | | | | |
| 9 | Politisation des Forces de Défense et de Sécurité | R | R | R | X | X | | | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 10 | Manipulation négative de la jeunesse | | X | X | X | | | X | | | X | | X | X | | | | | | | | R | |
| 11 | Imputé | | X | X | X | | | R | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 12 | Echec DDR | R | X | X | X | | X | | X | | X | | | | | | | X | | | | | X |
| 13 | Corruption et malversation économique | | X | X | X | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | |
| 14 | Déstabilisation des institutions (Mutinerie, grèves répétitives, coups d'Etat…) | X | X | X | X | X | | | R | X | | | | | | | | | | X | | | |
| 15 | Structures étatiques inadaptées | | | X | | | | | R | | X | | | | | | | | | | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIYE UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 7 | Ubwicanyi n'ubundi bukozi bw'ikibi | X | R | X | X | X | | X | X | | | | | | | X | | | | | | | |
| 8 | Ibitero vy'abihevyi bakoresha iterabwoba | X | R | X | X | X | | X | | X | | X | | | | | | | | | | | |
| 9 | Ugukwegera muri poritike inzego z'umutekano | R | R | R | X | X | | | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 10 | Ukujuragiza Urwaruka, | | X | X | X | | | X | | | X | | X | X | | | | | | | | R | |
| 11 | Ukudahana ivyaha | | X | X | X | | | R | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 12 | DDR itashitse kw'ihangiro neza | R | X | X | X | | X | | X | | X | | | | | | | X | | | | | X |
| 13 | Igiturire no gusesagura itunga ry'igihugu | | X | X | X | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | |
| 14 | Uguhungabanya inzego z'igihugu (imigumuko, yegereyegere, ugutembagaza ubutegetsi) | X | X | X | X | X | | | R | X | | | | | | | | | | X | | | |
| 15 | Inzego za Reta zitajanye n'ibihe | | | X | | | | | R | | X | | | | | | | | | | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 16 | Faiblesse et vulnérabilité des Forces défense et de Sécurité | R | R | R | | | X | | X | X | | | | | | | | | | | | | |
| 17 | Pauvreté généralisée de la population | | | X | X | | X | | | | R | | | | X | | | | | | | X | |
| 18 | Démographie galopante | | | X | R | | | | | | X | X | | | | X | | | | | | | |
| 19 | Soulèvements populaires | | X | X | R | | | | X | | | | | | | X | | | | | | | |
| 20 | Mauvaise répartition des ressources | | | X | | | X | | X | | R | | | | | | | | | | | | |
| 21 | Violation de la loi | | X | X | | | | R | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 22 | Présence d'opposants politiques à l'étranger | | X | X | X | R | | X | X | X | | | | | | | | | | | | | |
| 23 | Génocide | | | X | R | X | | X | | | | | | | | | | | | | | | X |

| INOMERO | IBIGERAMIRA UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 16 | Inzego z'umutekano zitariyubaka neza | R | R | R | | | X | | X | X | | | | | | | | | | | | | |
| 17 | Ubukene bwiziziye abanyagihugu | | | X | X | | X | | | | R | | | | X | | | | | | | X | |
| 18 | Irwirirana ry'abantu rirenze urugero | | | X | R | | | | | | X | X | | | | X | | | | | | | |
| 19 | Imigumuko | | X | X | R | | | | X | | | | | | | X | | | | | | | |
| 20 | Isabikanya ritabereye ry'ubutunzi | | | X | | | X | | X | | R | | | | | | | | | | | | |
| 21 | Ukurenga amategeko | | X | X | | | | R | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 22 | Abarwanya Reta bari hanze | | X | X | X | R | | X | X | X | | | | | | | | | | | | | |
| 23 | Ihonyabwoko | | | X | R | X | | X | | | | | | | | | | | | | | | X |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 24 | Mauvaise qualité de l'enseignement | | | X | | | X | | | | | | R | R | | | | | | X | | | |
| 25 | Contestation des frontières | X | X | X | X | R | | | | X | | | | | | | X | | | | | | |
| 26 | Violation des DIH et DH | X | X | X | | | | X | | | | | | | | X | | | | | | | R |
| 27 | Naissance et/ou développement des inégalités sociales | | | X | | | X | | R | | X | | | | | | | | | X | | | X |
| 28 | Suppression des partis politiques | | | | R | | | | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 29 | Dégradation du pouvoir d'achat de la population | | | X | | | X | | X | | X | | R | | | | | | | | | | |
| 30 | Manque d'une culture de planification | | | X | | | | | X | | X | | R | R | | | | | | X | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIYE UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 24 | Inyigisho zataye akanovera | | | X | | | X | | | | | | R | R | | | | | | X | | | |
| 25 | Ukwihakana imbibe | X | X | X | X | R | | | | X | | | | | | | X | | | | | | |
| 26 | Uguhonyanga agateka ka zina muntu n'amategeko yubahiriza abantu mu gihe c'intambara | X | X | X | | | | X | | | | | | | | X | | | | | | | R |
| 27 | Ubusumbasumbane buvuye ku karenganyo | | | X | | | X | | R | | X | | | | | | | | | X | | | X |
| 28 | Ugufuta imigambwe | | | | R | | | | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 29 | Ukubura amikoro | | | X | | | X | | X | | X | | R | | | | | | | | | | |
| 30 | Ukudategura imigambi | | | X | | | | | X | | X | | R | R | | | | | | X | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 31 | Rupture des relations diplomatiques | X | | X | | R | | | | X | | | | | | | | X | | | | | |
| 32 | Invasion extérieure | R | X | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 33 | Non payements des salaires des fonctionnaires | | | X | | | R | | | | | | | | | | | | | X | | | |
| 34 | Résistance aux changements Politiques | | | X | X | | | | R | | | | | | | X | | | | | | | |
| 35 | Discrimination | | | X | | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | X |
| 36 | Déficit budgétaire persistant | | | X | | X | R | | X | X | X | | | | X | | | X | | | | | |
| 37 | Perte des valeurs morales et éthiques | | | X | R | | | | | | | | | X | X | | | | | | | X | |
| 38 | Problème de séparation de pouvoir | | | X | X | | | X | R | | | | | | | | | | | | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIYE UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 31 | Uguhagarika canke ugufuta imigenderanire | X | | X | | R | | | | X | | | | | | | | X | | | | | |
| 32 | Ibitero biturutse hanze | R | X | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 33 | Ukudahemba imishahara abakozi ba Reta | | | X | | | R | | | | | | | | | | | | | X | | | |
| 34 | Ukurwanya ibihinduka muri Poritike | | | X | X | | | | R | | | | | | | X | | | | | | | |
| 35 | Ukuvangura abantu | | | X | | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | X |
| 36 | Ikigega c'igihugu kitikwije cama ari igicuga | | | X | | X | R | | X | X | X | | | | X | | | X | | | | | |
| 37 | Itituka ry'imico myiza y'ubuntu n'ukutagendera akarangamutima | | | X | R | | | | | | | | | X | X | | | | | | | X | |
| 38 | Ukudatandukanya inzego z'ubutegetsi | | | X | X | | | X | R | | | | | | | | | | | | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 39 | Analphabétisme | | | X | X | | | | | | | | | R | | | | | | | | X | |
| 40 | Famine | | X | X | X | X | X | | | X | X | X | | | R | | X | X | | | | | X |
| 41 | Dépendance de l'aide extérieure | | | X | | X | R | | | X | X | | | | | | | | | | | | |
| 42 | Pollution et dégradation de l'environnement | | X | X | | | | | | X | X | X | | | X | | R | X | | | | | |
| 43 | Perméabilité des frontières | X | R | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 44 | Sabotage économique | | X | R | | | X | X | X | | X | | | | | | | X | | | | | |
| 45 | Naissance des mouvements régionalistes et ethnismes | | X | X | R | | | X | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 46 | Désintégration des CDS | R | R | R | X | | | | | | | | | | | | | | | | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIYE UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 39 | Abantu benshi batazi gusoma no kwandika | | | X | X | | | | | | | | | R | | | | | | | | X | |
| 40 | Ikigoyi | | X | X | X | X | X | | | X | X | X | | | R | | X | X | | | | | X |
| 41 | Ukuzera inze mu vy'ubutunzi | | | X | | X | R | | | X | X | | | | | | | | | | | | |
| 42 | Ugutosekaza n'ukwonona ibidukikije | | X | X | | | | | | X | X | X | | | X | | R | X | | | | | |
| 43 | Imbibe z'igihugu zidacungerewe bikwiye | X | R | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 44 | Ukwankiriza iterambere ry'Ubutunzi | | X | R | | | X | X | X | | X | | | | | | | X | | | | | |
| 45 | Ivuka ry'imirwi yitwaje amacakubiri y'intara n'amoko | | X | X | R | | | X | X | | | | | | | | | | | | | | |
| 46 | Isamburwa ry'inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano | R | R | R | X | | | | | | | | | | | | | | | | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 47 | Embargo | | | X | | R | | | X | X | | | | | | | | X | | | | | |
| 48 | Recolonisation | | | X | | R | | | X | X | | | | | | | | | | | | | |
| 49 | Persistances des camps de réfugiés burundais à l'étranger | | | X | X | R | | | | X | X | | | | | | | | | | | | X |
| 50 | Pouvoir grandissant des acteurs non étatiques | | | X | X | | | X | R | | | | | | | | | X | | | | | |
| 51 | Faible niveau de professionnalisme des FDS | R | R | R | | | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 52 | Manque de maitrise des technologies modernes | | | X | | | | | | | X | | X | X | | R | | | | | | | |
| 53 | Non professionnalisme des médias | | | X | | | | | | | | | X | X | | R | | | | | | | |
| 54 | Revenus bas des fonctionnaires | | | X | | | X | | X | | | | | | | | | | | R | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIYE UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 47 | Ibihano vy'ubutunzi n'ukuzibirirwa imihora | | | X | | R | | | X | X | | | | | | | | X | | | | | |
| 48 | Ugusubira gutwarwa n'abanyamahanga | | | X | | R | | | X | X | | | | | | | | | | | | | |
| 49 | Amakambi y'impunzi z'Abarundi mu mahanga agumaho | | | X | X | R | | | | X | X | | | | | | | | | | | | X |
| 50 | Ububasha bw'abadakorera mu nzego za Reta bushaka kurengera Reta | | | X | X | | | X | R | | | | | | | | | X | | | | | |
| 51 | Ubuhinga n'ubumenyi budakwiye mu gisirikare no mu giporisi | R | R | R | | | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 52 | Ukutamenya neza ubuhinga bwa none bw'uguhanahana amakuru | | | X | | | | | | | X | | X | X | | R | | | | | | | |
| 53 | Ukutamenya neza umwuga kw'abamenyeshamakuru | | | X | | | | | | | | | X | X | | R | | | | | | | |
| 54 | Imishahara mito y'abakozi ba Reta | | | X | | | X | | X | | | | | | | | | | | R | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 55 | Maladies endémiques et pandémiques | | X | X | X | | | | | X | X | R | | | | | X | | | | | | |
| 56 | Déforestation de réserves naturelles | | X | X | X | | | X | | X | X | | | | X | | R | | | | | | |
| 57 | Inflation | | X | | | | R | | | | X | | | | | | | X | | | | | |
| 58 | Fuite des cerveaux | | X | | | | | | R | | X | | | | | | | | | X | | | |
| 59 | Catastrophes naturelles (Tremblements de terres, éruptions volcaniques, inondations, etc.) | X | R | X | X | | | | | X | X | X | | | | | X | | | | | | X |
| 60 | Obscurantisme | | | X | X | | | | | | | | | R | | | | | | | | X | |
| 61 | Développement du banditisme | X | R | X | X | | | X | | X | X | | | | | | | | | | | X | |
| 62 | Manque de patriotisme | X | X | X | R | | | | | | | | X | X | | | | | | | | X | |

| INOMERO | IBIGERAMIYE UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 55 | Indwara z'ibiza n'ivyaduka | | X | X | X | | | | | X | X | R | | | | | X | | | | | | |
| 56 | Uguhonya amashamba cimeza akingiwe | | X | X | X | | | X | | X | X | | | | X | | R | | | | | | |
| 57 | Uguta agaciro k'ifaranga n'iduzwa ry'ibiciro | | X | | | | R | | | | X | | | | | | | X | | | | | |
| 58 | Incabwenge zihurumbira amahanga | | X | | | | | | R | | X | | | | | | | | | X | | | |
| 59 | Impanuka kama (Nyamugigima, ibirunga, imyuzurira) | X | R | X | X | | | | | X | X | X | | | | | X | | | | | | X |
| 60 | Ukwemera ibintazi | | | X | X | | | | | | | | | R | | | | | | | | X | |
| 61 | Ubusuma bwimonogoza | X | R | X | X | | | X | | X | X | | | | | | | | | | | X | |
| 62 | Ukudakunda igihugu c'amavukiro | X | X | X | R | | | | | | | | X | X | | | | | | | | X | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | **MDNAC** | **MSP** | **SNR** | **MINTER** | **MRECI** | **FINA & PLAN** | **Justice** | **Bonne.Gouvernance.** | **Affaires CEAC** | **Développ.Communal** | **Santé et SIDA** | **Ens.Sup. & Rec.Sc** | **Ens.Base** | **Agri & Elevage.** | **Telcom.Info.** | **Environn.& Urbanisme.** | **Commerce & Indus.** | **Energie& Mines** | **Fonction.Publique** | **Travaux Publics** | **Jeunes, Sports & Cult.** | **Solidarité.Nationale** |
| 63 | Exiguïté des terres | | | X | | | | | | | X | | | | X | | R | | | | | | |
| 64 | Inadéquation Formation-Emploi | | | X | | | | | X | | X | | R | R | | | | X | | X | | | |
| 65 | Exploitation anarchique des ressources naturelles | | X | X | X | | | | | X | X | | | | | | R | | X | | | | |
| 66 | Départ massif des refugiés/Déplacés burundais | | X | X | R | X | | | | | X | X | | | | | | | | | | | X |
| 67 | Crise économique à l'échelle planétaire | | | X | | X | R | | | X | X | | | | | | | X | | | | | |
| 68 | Echec de l'intégration dans les ensembles régionaux | | | X | | R | X | | | X | X | | | | | | | X | | | | | |
| 69 | Dépravation des mœurs | | X | X | R | | | X | | | | | | X | | | | | | | | X | |
| 70 | Crimes internationaux organisés | | R | X | | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIYE UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 63 | Ukwaga kw'amatongo | | | X | | | | | | | X | | | | X | | R | | | | | | |
| 64 | Inyigisho zidahuye n'akazi gashobora kuboneka | | | X | | | | | X | | X | | R | R | | | | X | | X | | | |
| 65 | Ugukoresha nabi ubutunzi kama | | X | X | X | | | | | X | X | | | | | | R | | X | | | | |
| 66 | Uguhunga ikivunga n'abateshejwe izabomu gihugu | | X | X | R | X | | | | | X | X | | | | | | | | | | | X |
| 67 | Ingorane z'Ubutunzi kw'isi | | | X | | X | R | | | X | X | | | | | | | X | | | | | |
| 68 | Ukunanirwa kwinjira mu mashirahamwe yo mu karere | | | X | | R | X | | | X | X | | | | | | | X | | | | | |
| 69 | Ugutituka kw'imigenzo myiza n'imico kama | | X | X | R | | | X | | | | | | X | | | | | | | | X | |
| 70 | Ivyaha n’amabi bikorwa ku rwego mpuzamakungu vyateguwe | | R | X | | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 71 | Expropriation des terres dans les zones d'exploitation minière | | X | X | X | | | X | | | | | | | | | R | | X | | | | |
| 72 | Politique inadéquate de l'habitat | | | X | X | | | | | | X | | | X | | | R | | | | | | |
| 73 | Enfants de la rue | | X | X | X | | | | | | | X | | X | | | | | | | | X | R |
| 74 | Manque d'adaptation à la mondialisation | | | X | | X | X | | | X | X | | X | X | | R | | | | | | | |
| 75 | Désertification du pays | | X | X | X | | | | | | X | | | | X | X | R | X | X | | | | |
| 76 | Dégradation des infrastructures | | | X | | | | | | | X | | | | | | X | | | | R | | |
| 77 | Urbanisation anarchique | | | X | X | | | | | | X | | | | | | R | | | | X | | |
| 78 | Fanatisme religieux | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | | | | X | |

| INOMERO | IBIGERAMIRA UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 71 | Ukunyaga amatongo aho bimba ubutare | | X | X | X | | | X | | | | | | | | | R | | X | | | | |
| 72 | Poritike y'uburaro idashemeye | | | X | X | | | | | | X | | | X | | | R | | | | | | |
| 73 | Abana bo mw'ibarabara | | X | X | X | | | | | | | X | | X | | | | | | | | X | R |
| 74 | Ukutajana n'iterambere ryo kw'isi | | | X | | X | X | | | X | X | | X | X | | R | | | | | | | |
| 75 | Ubugaragwa butera mu gihugu | | X | X | X | | | | | | X | | | | X | X | R | X | X | | | | |
| 76 | Ugutituka kw'ivyubatswe | | | X | | | | | | | X | | | | | | X | | | | R | | |
| 77 | Ukwubaka ibisagara hadakurikijwe amategeko | | | X | X | | | | | | X | | | | | | R | | | | X | | |
| 78 | Inyifato ndenzarugero zifatiye ku vyo umuntu yemera | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | | | | X | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 79 | Faible niveau d'exploitation des sources énergétiques | | | X | | | | | | | X | | | | | | X | X | R | | | | |
| 80 | Banditisme lacustre | R | X | X | | | | | | X | | | | | | | | | | | X | | |
| 81 | Cyber criminalité | | R | X | | | | | | | | | | | | X | | X | | | | | |
| 82 | Exode rural | | | X | R | | | | | | X | | | | | | | | | | | X | X |
| 83 | Paresse | | | X | R | | | | | | X | | X | X | | | | | | X | | X | |
| 84 | Faible niveau d'industrialisation | | | X | | | X | | | | X | | | | X | | | R | X | | | | |
| 85 | Pollution du lac Tanganyika | | X | X | X | X | | | | X | X | X | | | | | R | X | | | | | |
| 86 | Insuffisance d'infrastructures | | | X | | | | | | | X | | | | | | X | | | | R | | |

| INOMERO | IBIGERAMIRA UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 79 | Amasoko ntanganguvu adakoreshwa bikwiye | | | X | | | | | | | X | | | | | | X | X | R | | | | |
| 80 | Ubusuma bukorerwa mu biyaga n'inzuzi | R | X | X | | | | | | X | | | | | | | | | | | X | | |
| 81 | Ubukozi bw'ikibi buciye mu buhinga ngurukanabumenyi | | R | X | | | | | | | | | | | | X | | X | | | | | |
| 82 | Uguhurumbira ibisagara | | | X | R | | | | | | X | | | | | | | | | | | X | X |
| 83 | Ubunebwe | | | X | R | | | | | | X | | X | X | | | | | | X | | X | |
| 84 | Urugero ruke rw'amahinguriro | | | X | | | X | | | | X | | | | X | | | R | X | | | | |
| 85 | Ugutosekaza ikiyaga Tanganyika | | X | X | X | X | | | | X | X | X | | | | | R | X | | | | | |
| 86 | Inyubakwa za Reta zidakwiye | | | X | | | | | | | X | | | | | | X | | | | R | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 87 | Hausse des cours du pétrole | | | X | | | | | X | | | | | | | | | R | | | X | | |
| 88 | Prolifération des sectes | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | | | | | |
| 89 | Mauvaise gestion de l'eau | | | X | | | | | X | | X | | | | | | R | X | X | | | | |
| 90 | Convoitise de l'eau par l'extérieur | X | | X | | R | | | | X | X | | | | | | X | X | | | | | |
| 91 | Absence d'encadrement agro-pastoral | | | X | X | | | | | | X | | | | R | | | | | | | | |
| 92 | Absences de réformes | | | X | | | | | X | | R | | | | | | | | | X | | | |
| 93 | Administration archaïque (Archivage inadapté, Bases des données inexistantes, etc.) | | | X | X | | | | | | X | | | | | | | | | R | | | |
| 94 | Taux de mortalité élevé | | X | X | | | | | | | X | R | | | | X | | | | | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIRA UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 87 | Iduzwa ry'ibiciro vy'ibitoro | | | X | | | | | X | | | | | | | | | R | | | X | | |
| 88 | Irwirirana ry'amadini y'ivyaduka | | X | X | R | | | | | | | | | | | X | | | | | | | |
| 89 | Ugukoresha nabi amazi | | | X | | | | | X | | X | | | | | | R | X | X | | | | |
| 90 | Ukwigarurira amazi kugirwa n'abanyamahanga | X | | X | | R | | | | X | X | | | | | | X | X | | | | | |
| 91 | Uburimyi n'ubworozi budakurikiranwa bikwiye | | | X | X | | | | | | X | | | | R | | | | | | | | |
| 92 | Ukwikwega mu guhindura ibintu biteza imbere igihugu | | | X | | | | | X | | R | | | | | | | | | X | | | |
| 93 | Ibijanye n'intwaro bitagihuye n'igihe tugezemwo (ukudashingura neza inzandiko z'ivyakozwe, ukutagira iyegeranirizo ry'ibitorokanywa), | | | X | X | | | | | | X | | | | | | | | | R | | | |
| 94 | Abana bapfa bakiri bato ku rugero runini | | X | X | | | | | | | X | R | | | | X | | | | | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 95 | Blanchiment d'argent | | X | X | | X | R | X | X | | | | | | | | | X | | | | | |
| 96 | Afflux des immigrants clandestins | X | R | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 97 | Flux d'émigrants | X | R | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 98 | Délinquance | | X | X | X | | | | | | X | | X | X | | X | | | | | | R | |
| 99 | Dégradation de la santé de la population | | | X | X | | | | | | X | R | | | X | | | | | | | | |
| 100 | Problème d'assainissement | | X | X | X | | | | | | X | R | | | | | X | | X | | | | |
| 101 | Trafic de la drogue et des stupéfiants | X | R | X | X | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 102 | Pillage de nos ressources naturelles | | X | X | | X | | | | | X | | | | | | X | X | R | | | | |
| 103 | Alcoolisme | | X | X | R | | | | | X | X | X | | | | X | | | | | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIRA UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 95 | Ukweza amafaranga yaciye mu bukozi bw'ikibi | | X | X | | X | R | X | X | | | | | | | | | X | | | | | |
| 96 | Ugushika mu kivunga kw'abanyamahanga binjira mu kinyegero | X | R | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 97 | Uguhungira mu mahanga kw'abarundi benshi | X | R | X | X | X | | | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 98 | Ubunebwe, ukuba imburakimazi, (ukwiyerereza) ubukozi bw'ikibi bw'urwaruka | | X | X | X | | | | | | X | | X | X | | X | | | | | | R | |
| 99 | Itituka ry'amagara y'abantu | | | X | X | | | | | | X | R | | | X | | | | | | | | |
| 100 | Ingaruka y'ibijanye n'isuku rike, amazi meza, n'imiringoti itwara amazi yakoreshejwe | | X | X | X | | | | | | X | R | | | | | X | | X | | | | |
| 101 | Urudandazwa rw'ibiyayuramutwe n'ibiyovyabwenge | X | R | X | X | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | |
| 102 | Ugusahura ubutunzi kama bw'uburundi, | | X | X | | X | | | | | X | | | | | | X | X | R | | | | |
| 103 | Akaborerwe karenze urugero | | X | X | R | | | | | X | X | X | | | | X | | | | | | | |

| N° | MENAGES | ACTEURS | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | MDNAC | MSP | SNR | MINTER | MRECI | FINA & PLAN | Justice | Bonne.Gouvernance. | Affaires CEAC | Développ.Communal | Santé et SIDA | Ens.Sup. & Rec.Sc | Ens.Base | Agri & Elevage. | Telcom.Info. | Environn.& Urbanisme. | Commerce & Indus. | Energie& Mines | Fonction.Publique | Travaux Publics | Jeunes, Sports & Cult. | Solidarité.Nationale |
| 104 | Trafic des êtres humains | X | R | X | | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | X |
| 105 | Déséquilibre Nord-Sud | | | X | | R | | X | X | X | X | | | | | | | X | | | | | |
| 106 | Pillage du patrimoine culturel | | X | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | | R | |
| 107 | Velléités expansionnistes | R | X | X | | X | | | | | | | | | | | | | | | | | |
| 108 | Epidémie du bétail et des cultures | | X | X | | | | | | X | X | X | | | R | X | | X | | | | | |
| 109 | Invasion des polluants organiques | | X | X | | | | X | | X | | X | | | | | X | R | | | | | |
| 110 | Hygiène alimentaire | | | X | X | | | | | | | R | | | | X | | X | | | | | |
| 111 | Enclavement | | | X | | X | | | | X | | | | | | X | | | | | R | | |
| 112 | Scandale géologique en RDC | X | X | X | | R | | | | | | | | | | | | | | | | | |
| 113 | Arrivée massive des refugiés au Burundi | | X | X | R | | | | | X | X | X | | | | | | | | | | | X |
| 114 | Menace inconnue??? | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |

| INOMERO | IBIGERAMIRA UMUTEKANO | UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ukwivuna abansi | umutekano w'igihugu | Igendereza | Intwaro yo hagati mu gihugu | Imigenderanire n'amakungu | Ubutunzi, ikigega ca Reta n'imigambi y'iterambere | Ubutungane | Intwaro ibereye | Afrika y'Ubuseruko | Iterambere ry'amakomine | Amagara y'abantu no kurwanya Sida | Inyigisho za kaminuza | Amashure matomato n'ayisumbuye | Uburimyi n'ubworozi | Kumenyesha amakuru | Ibidukikije n'iterambere ry'ibisagara | Ubudandaji n'amahinguriro | Ubutare n'agataka | Abakozi ba Reta n'akazi | Gutwara abantu n'ibintu | Urwaruka, inkino n'imico kama | Ugushigikirana, agateka ka zina muntu |
| 104 | Urudandazwa rw'abantu | X | R | X | | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | X |
| 105 | Ubusumbasumbane hagati y'ibihugu bikize n'ibikenye | | | X | | R | | X | X | X | X | | | | | | | X | | | | | |
| 106 | Ukwiba amatungo afatiye ku mico kama | | X | X | | X | | X | | | | | | | | | | | | | | R | |
| 107 | Agatima ko kwiyagurira imbibe | R | X | X | | X | | | | | | | | | | | | | | | | | |
| 108 | Indwara zitera ibitungwa n'imirirma | | X | X | | | | | | X | X | X | | | R | X | | X | | | | | |
| 109 | Iyinjizwa ry'ibitosekaza ibidukikije | | X | X | | | | X | | X | | X | | | | | X | R | | | | | |
| 110 | Isuku rike ry'ibifungurwa | | | X | X | | | | | | | R | | | | X | | X | | | | | |
| 111 | Ukutagira imihora yishikira ku bivuko bikurubikuru | | | X | | X | | | | X | | | | | | X | | | | | R | | |
| 112 | ingaruka mbi zituruka kw'icukurwa ry'ubutare mu kajagari muri RDC | X | X | X | | R | | | | | | | | | | | | | | | | | |
| 113 | Ugushika mu kivunga kw'impunzi i Burundi | | X | X | R | | | | | X | X | X | | | | | | | | | | | X |
| 114 | Ibindi bishobora gushika | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | | |

## ANNEXE II. : LISTE DES MENACES REVISEES ET REGROUPEES

### I. La méthodologie de révision de la liste des menaces existante

#### A. Le processus de révision

La révision de la liste des menaces par la Commission s'est faite en groupes puis en plénière. Ce processus consistait :

a) A l'analyse

L'analyse des menaces se trouvant dans la Matrice des responsabilités a abouti à leur regroupement en quatre principales thématiques : politique, économique, sociale et environnementale.

b) A la révision

La révision des 113 menaces a permis de constater que certaines d'entre elles ne sont plus là tandis que de nouvelles ont fait leur apparition.

c) Au classement

Le classement ou la hiérarchisation des menaces est le résultat d'un long travail de la Commission. L'importance de chaque menace, c'est-à-dire le degré de risque, a été évalué en fonction de sa probabilité à survenir et de son impact au cas où elle se concrétiserait.

## IMPEREKEZA YA II : URUTONDE RW'IBIGERAMIRA UMUTEKANO VYASUBIWEMWO KANDI VYASHIZWE MU MIRWI

### I. Ingendo yisunzwe mu gusubiramwo urutonde rw'ibigeramira umutekano

#### A. Intambwe zakurikijwe mu gusubiramwo urutonde

Urutonde rw'ibigeramira umutekano rwasubiwemwo n'Umurwi ujejwe gutegura Umugambi w'ukubungabunga n'ugutsimbataza umutekano. Ico gikorwa cabanje gukorerwa mu mirwi hanyuma kija mu nama ya bose. Iyo ngendo yashingiye kuri ibi:

a) Ku mwihwezo

Umwihwezo w'ibigeramira umutekano biri ku rutonde vyarashizwe mu migwi hakwirikijwe ibisata bikurubikuru bine ari vyo vy'ibi : poritike, ubutunzi, imibano n'ibidukikije.

b) Kw'isubirwamwo ry'urutonde

Isubirwamwo ry'urutonde rw'ibibangamira umutekano ijana na cumi na bitatu ryatumye uwo murwi ubona ko bimwebimwe muri vyo bitacibonekeza, mu gihe hari ibindi bishasha vyibonekeje.

c) Ku gushira mu mirwi

Ugutondesha ibigeramira umutekano hakurikijwe ingene bisumbasumbana cabaye igikorwa catwaye igihe kirekire.

Mu kwerekana ibigeramira umutekano bihambaye gusumba ibindi, hafatiwe ku vyibonekeza ko bishobora kwaduka n'ingaruka vyotera mu gihe bishitse.

La probabilité est difficile à mesurer ; en revanche, l'impact peut être chiffré en fonction des conséquences ou dommages qui seraient provoqués. Tenant compte de cette réalité, la Commission a utilisé une des méthodes consistant à donner une pondération à la probabilité et à l'impact pour chaque menace. Tous ces travaux ont été faits en groupes puis restitués, discutés et validés en séances plénières.

Ukumenya neza igihe intambamyi yokwadukira biragoye ariko umuntu arashobora kugereranya inkwirikizi mbi canke ivyokwononekara ishitse. Wisunzwe uko ibintu bimeze, umurwi ubijejwe wakoze icigwa cerekeye ingene ibigeramira umutekano birutarutana hafatiwe ku buremere bwa kimwekimwe cose kandi hadasizwe inyuma ukuntu izo ntambamyi zishobora kwaduka. Ivyo bikorwa vyose vyabanje gukorerwa mu mirwi hanyuma biheraherezwa mu nama ya bose.

Les menaces ont été sous-groupées en menaces réelles et potentielles. Une menace est réelle lorsqu'elle existe sous forme active ou passive et potentielle lorsque des indices objectifs de sa probabilité existent.

Ibigeramira umutekano vyashizwe mu mirwi mitomito hafatiwe ku ntambamyi zisanzwe zihari canke zishobora gushika. Intambamyi zifatwa ko zihari iyo zimaze kwibonekeza mu buzima bwa minsi yose. Intambamyi zifatwa ko zishobora kwaduka iyo hari ibimenyetso bitanguye kwibonekeza.

Des menaces transversales sont apparues du fait que certaines menaces étaient récurrentes dans plusieurs thématiques. Elles sont très importantes et requièrent une attention particulière. Ces menaces n'ont pas été hiérarchisées.

Kubera ko hariho intambamyi ishobora gutera ingorane mu bisata vyinshi kandi ari imwe, bene izo ntambamyi twarabonye ko zihari kandi zihambaye zikaba zikeneye kwicarirwa n'aho Umurwi utize ingene zirutarutana.

**B. Les résultats obtenus et la liste des menaces révisée par la Commission**

**B. Ivyashitsweko n'Umurwi n'urutonde rw'ibigeramira umutekano rusubiwemwo.**

A l'issue du travail de révision, les menaces suivantes ont été retenues par la Commission :

Muri ico gikorwa c'ugusubiramwo urutonde rw'ibigeramira umutekano, Umurwi washitse kuri ibi bikurikira :

- **Menaces politiques**

- **Ibigeramiye umutekano bikomoka ku mvo za poritike**:

**Menaces politiques réelles** :

**Ibigeramira umutekano biriho kandi biboneka, bikomoka ku mvo za poritike:**

Naissance de groupes d'opposants armés ; Mauvaise gouvernance ; Impunité ; Manque de patriotisme ; Violation du droit international humanitaire et des droits de l'homme ; Attaques terroristes ; Prolifération des armes légères et de petit calibre (ALPC) ; Faiblesse du leadership à

Ukuvuka kw'imirwi yitwaje ibirwanisho irwanya ubutegetsi, ukubura intwaro ibereye, ukudahana ivyaha, ukubura umutima w'ugukunda igihugu, uguhonyanga amategeko mpuzamakungu agenga intambara n'ayagenga agateka ka zina muntu,

divers niveaux ; Développement de la criminalité ; Manipulation de la jeunesse ; Violation de la loi ; Contestation des frontières ; Déstabilisation des institutions (mutineries, grèves répétitives, coups d'Etat) ; Administration archaïque (archivage inadapté, base de données inexistantes) ; Faible niveau de professionnalisme des Forces de défense et de sécurité ; Absence de consensus national dans la mise en place et dérapage dans le fonctionnement de la Commission Vérité et Réconciliation (CVR) ; Problèmes de séparation des pouvoirs ; Perméabilité des frontières ; Pouvoir grandissant des acteurs non-étatiques ; Développement du banditisme ; Manque d'adaptation à la mondialisation ; Cybercriminalité ; Lenteur des réformes ; Trafic de drogue et des stupéfiants ; Dérapage dans le processus électoral ; Résistance aux changements politiques ; Enclavement ; Répercussions de l'exploitation anarchique et du commerce illicite des richesses minières de la République Démocratique du Congo (RDC) ; Arrivée massive de réfugiés au Burundi ; Velléités expansionnistes ; Trafic d'êtres humains ; Piraterie lacustre ; Structures étatiques inadaptées ; Crimes internationaux organisés ; Convoitise de l'eau par l'extérieur ;

ibitero bigirwa n'imirwi y'iterabwoba, irwiririrana ry'ibirwanisho bitobito n'ibihwahutse (ALPC), ubushobozi budakwiye bw'imboneza mu kazi zijejwe kandi ku ngero zitandukanye, irwiririrana ry'ubwicanyi n'ubundi bukozi bw'ikibi, ukujuragiza urwaruka, ukutubahiriza amategeko, ukwihakana imbibe, uguhungabanya inzego (imigumuko y'inzego z'umutekano, Ihagarikwa ry'akazi riguma ryisubiriza, ugutembagaza ubutegetsi biciye ku gikenye); ibijanye n'intwaro bitagihuye n'igihe tugezemwo (ukudashingura neza inzandiko z'ivyakozwe, ukutagira iyegeranirizo ry'ibitorokanywa), ubumenyi n'ubuhinga budashemeye bw'inzego z'umutekano; Ukutumvikana mw'ishirwaho ry'umurwi w'ukuvugana ukuri n'ukurekuriranira (CVR), ukutandukanya ububasha bw'inzego nkurunkuru z'igihugu, imbibe z'igihugu zidacungerewe bikwiye bigatuma uruja n'uruza rutamenyekana; amashirahamwe yigenga ashaka kurengera Reta, ubusuma bwimonogoje, ukutajana n'iterambere riri kw'isi; ubukozi bw'ikibi buciye mu buhinga ngurukanabumenyi, ukwikwega mu guhindura ibintu biteza imbere igihugu, urudandazwa rw'ibiyayuramutwe n'ibiyovyabwenge; amatora atuma abenegihugu basubiranamwo, ugutinya n'ukwanka ibihinduka muri poritike; ukutagira imihora yishikira kw'ibahari, ingaruka mbi zituruka kw'icukurwa ry'ubutare mu kajagari muri Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo (RDC) n'urudandazwa rwabwo rutarekuwe n'amategeko; impunzi zishika ikivunga mu gihugu; agatima ko kuvogera imbibe z'ibindi bihugu, urudandazwa rw'abantu; ubusuma bukorerwa mu biyaga; inzego z'igihugu zitajanye n'ibihe tugezemwo, ivyaha n'amabi bikorwa ku rwego mpuzamakungu ; ugushaka kwinganzira inzuzi n'ibiyaga vyegukira Uburundi.

**Menaces politiques potentielles** :

Politisation des Forces de Défense et de Sécurité ; Faiblesse et vulnérabilité des Forces de Défense et de Sécurité ; Echec de l'intégration des combattants ; Naissance de mouvements régionalistes et ethnistes ; Désintégration des Corps de Défense et de Sécurité (CDS) ; Génocide ; Invasion extérieure ; Suppression de partis politiques ; Embargo (Rupture des relations diplomatiques) ; Flux d'émigrants ; Départ massif de réfugiés/déplacés burundais ; Afflux des immigrants clandestins ; Discrimination ; Recolonisation.

**Ibigeramira umutekano bishobora gushika, bikomoka ku mvo za poritike:**

Ugukwegera muri poritike inzego z'umutekano; inzego z'umutekano zitariyubaka neza ; ishirwa mu buzima busanzwe kw'abahoze ku rugamba ritashitse neza kw'ihangiro; ivuka ry'imihari yitwaza amacakubiri y'intara n'amoko; isambuka ry'inzego z'ukwivuna abansi n'iz'ukubungabunga umutekano; ihonyabwoko; uguterwa n'ibindi bihugu; ugufuta imigambwe, ugufatirwa ibihano n'amakungu (ihagarikwa ry'imigenderanire hagati y'Uburundi n'ibindi bihugu); Isinzi ry'abantu baja kuba mu bindi bihugu; uguhunga ikivunga kw'abarundi canke abateshejwe izabo bahungira mu gihugu hagati, abantu benshi binjira mu Burundi mu kinyegero; ukuvangura abantu ufatiye ku rukoba, ku bwoko,amadini, ku bitsina n'ibindi, ugusubira mu ntwaro ya gikoroni.

- **Menaces économiques**

**Menaces économiques réelles** : Chômage prononcé ; Pauvreté ; Mauvaise gouvernance économique ; Dépendance vis-à-vis de l'aide extérieure ; Insuffisance de ressources énergétiques ; Hausse des cours du pétrole ; Inflation ; Enclavement ; Inégalité des salaires ; Inadéquation Education-Emploi ; Non-contrôle de la qualité des produits importés ; Faible développement industriel ;

- **Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'ubutunzi**

Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'ubutunzi bihari: Abantu benshi batagira akazi; ubukene; ukubura intwaro ibereye mu vyerekeye ubutunzi; ukuzera inze mu kwitega imfashanyo ziva hanze; amasoko ntanganguvu adakwiye; iduzwa ry'ibiciro vy'igitoro; uguta agaciro kw'ifaranga ry'igihugu; ukutagira imihora yishikira ku bivuko bikurubikuru, imishahara itaroranishijwe; inyigisho zidahuye n'akazi gashobora kuboneka; ukutagenzura akaranga k'ibidandazwa biva hanze; Igisata c'amahinguriro kidateye imbere.

**Menaces économiques potentielles** : Crise économique à l'échelle planétaire et manque d'adaptation à la mondialisation ; Embargo et effets pervers de la libre circulation des biens et des personnes, Sabotage économique ; Exploitation illégale des minerais ; Dégradation des infrastructures ; Faible niveau d'encadrement agro-

**Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'ubutunzi bishobora gushika**: Ingorane z'ubutunzi ziba kw'isi yose n'ukudashobora kujana n'ivyerekeye ubwanzurirahamwe mu makungu; ukuzibirigwa imihora n'ingaruka mbi zituruka k'uruja n'uruza rutagenzuwe rw'abantu n'ibidandazwa; ukwankiriza ubutunzi bw'igihugu,

pastoral ; Trafic de drogue et blanchiment d'argent ; Faible niveau de développement des Technologies de l'Information et de la Communication ; Déficit budgétaire.

icukurwa ry'ubutare ridaciye mu mategeko; itituka ry'ivyubatswe; igisata c'uburimyi n'ubworozi kidakurikiranwa neza; Urudandazwa rw'ibiyayuramutwe n'ukweza amafaranga yaciye mu bukozi bw'ikibi, Ubuhinga bwa none bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru budateye imbere; Ikigega c'igihugu kitikwije.

- **Menaces sociales**

- **Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo z'imibano:**

**Menaces sociales réelles** : Explosion démographique ; Conflits fonciers ; Fanatisme médiatique ; Perte des valeurs morales et éthiques ; Chômage ; Prolifération des ALPC ; Exode rural et oisiveté, Violences sexuelles ; Vente et consommation de stupéfiants ; Réinsertion incomplète des démobilisés, déplacés et rapatriées ; Analphabétisme ; Obscurantisme et prolifération des sectes religieuses ; Manque de sécurité sanitaire ; SIDA et autres maladies infectieuses, épidémiques, endémiques, pandémiques.

**Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'imibano bihari**: Irwirirana ry'abantu rirenze urugero; amatati ashingiye ku matongo; ukurenza urugero mu bimenyeshamakuru; itituka ry'imico myiza y'ubuntu n'ukutagendera akarangamutima; ukubura akazi; irwirirana ry'ibirwanisho bitobito kandi bihwahutse; Uguhurumbira ibisagara n'ubunebwe, amabi ajanye n'ugushurashuza ku nguvu; ukudandaza n'ukunywa ibiyayuramutwe; abahoze ku rugamba, abateshejwe izabo n'intambara hamwe n'abahunguka badakurikiranwa uko bikwiye; abantu benshi batazi gusoma n'ukwandika; ukwemera ibintazi n'igwirirana ry'amadini y'ivyaduka; ukubura umutekano mu bijanye n'amagara y'abantu, ikiza ruhonyanganda SIDA n'izindi ndwara ziterwa n'imigera, iz'ibiza, izirangwa mu karere kanaka hamwe n'izifatira rimwe abantu benshi.

**Menaces sociales potentielles** : Exploitation négative des différences (ethniques, régionales) ; Manipulation de la jeunesse ; Absence de cohésion sociale ; Délinquance juvénile ; Fanatisme / intégrisme religieux ; Système d'enseignement inadéquat et mauvaise planification de l'éducation.

**Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'imibano bishobora gushika**: Ukwitwaza ivyo abantu batandukaniyeko (ubwoko, intara); Ukujuragiza urwaruka; ukutagira imibano myiza; ubukozi bw'ikibi bw'urwaruka; ukurenza urugero bifatiye ku vyo umuntu yemera/ canke bifatiye ku madini; uburyo bw'ugutanga inyigisho butaroranye canke inyigisho zitunganijwe nabi mu mashure.

- **Menaces environnementales**

**Menaces environnementales réelles :** Dégradation de l'environnement ; Conflits fonciers ; Pollution du Lac Tanganyika ; Dégradation des sols et pollution des lacs et cours d'eau en aval ; Exploitation non adéquate du Lac Tanganyika ; Construction dans les zones fertiles et/ ou à haut risque ; Survenance de nouvelles maladies des cultures et animaux (biologiques) ; Effets pervers liés aux changements climatiques (inondation, sécheresse) ; Urbanisation anarchique ; Sécurité environnementale inexistante ; Déforestation des réserves naturelles .

**Menaces environnementales potentielles** : Catastrophes naturelles ; Famine liée à l'invasion des insectes ravageurs de plantes ; Sécheresse prolongée.

- **Menaces transversales**

**Menaces transversales réelles** : Mauvaise gouvernance-corruption-impunité ; Attaques terroristes ; Piraterie lacustre et banditisme ; Manque de patriotisme ; Pauvreté – chômage ; Manque de développement industriel et d'infrastructures ; Echec ou insuffisance des organisations (économiques) régionales en matière de sécurité ; Enclavement ; Manque ou exiguïté des terres – conflits fonciers ; Trafics de drogue et blanchiment d'argent ; Réinsertion inadéquate des démobilisés et des rapatriés – arrivée massive de réfugiés ; Prolifération des armes ; Criminalité-banditisme ; Violences sexuelles et liées au genre.

- **Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'ibidukikije**

**Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'ibidukikije bihari**: Ugutituka kw'ibidukikije, amatati afatiye ku matongo; itosekazwa ry'ikiyaga Tanganyika; itituka ry'isi hamwe n'itosekazwa ry'ibiyaga n'inzuzi kuva mu masoko yazo, ugukoresha nabi ikiyaga Tanganyika; ukwubaka inzu mu bibanza bimera canke mu bibanza bishobora kwadukamwo impanuka; indwara z'ivyaduka ku biterwa no ku bikoko; ingaruka mbi zituruka kw'ihindagurika ry'ibihe (imyuzure, uruzuba); ukwubaka ibisagara hadakurikijwe amategeko; amategeko akingira ibidukikije adakwiye; kubungabunga ibidukikije utaharangwa; uguhonya amashamba cimeza.

**Ibigeramira umutekano bikomoka ku mvo zijanye n'ibidukikije bishobora gushika**: Ivyaduka kama, ikigoyi giturutse ku gutera kw'inzige n'utundi dukoko dutema dugatongora imirima n'ibindi biterwa; uruzuba rw'igihe kirekire.

- **Ibindi bigeramira umutekano vyerekeye ibisata vyinshi ari bimwe**

**Ibindi bigeramira umutekano vyerekeye ibisata vyinshi ari bimwe bihari**: Ugutwara nabi, ukurya ibiturire, ukudahana ivyaha; ibitero vy'abihevyi; ubusuma bubera mu biyaga n'ubundi bukozi bw'ikibi, ukubura umutima wo gukunda igihugu; ubukene, ubushomeri; amahinguriro n'ivyubatswe bidateye imbere; ukunanirwa gutsimbataza umutekano kw'amashirahamwe (y'ivyerekeye ubutunzi) yo mu karere canke ugukeha kwayo; ukutagira imihora yishikira ku mabahari; ukubura kw'amatongo canke ukwaga kwayo, amatati afatiye ku matongo; urudandazwa rw'ibiyayuramutwe n'ukweza amafaranga yavuye mu bukozi bw'ikibi; abahoze ku rugamba n'abahunguka badakurikiranwa uko bikwiye;

irwirirana ry'ibirwanisho bicira umuriro; ubukozi bw'ikibi buhagaze ku bwicanyi n'ubusuma, amabi y'ugushurashuza ku nguvu n'ayafatiye ku bitsina.

**Menaces transversales potentielles** : Cybercriminalité ; Manque d'adaptation à la mondialisation.

**Ibindi bigeramira umutekano vyerekeye ibisata vyinshi ari bimwe bishobora gushika**: Ubukozi bw'ikibi buciye mu buhinga ngurukanabumenyi, ukudashobora kujana n'ivyerekeye ubwanzurirahamwe mu makungu.

## LISTE DES TABLEAUX / IMPEREKEZA ZEREKEYE INTONDE ZITANDUKANYE

**Tableau 1. Budget alloué aux acteurs directs de la sécurité et budget global de l'Etat (en FBu)**

| | Période | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| **Institution** | **2005** | **2006** | **2007** | **2008** | **2009** | **2010** | **2011** | **2012** |
| FDN | 43544344103 | 41912365462 | 52258963290 | 57643282200 | 69920948007 | 70377124547 | 79666694971 | 89 560 149 797 |
| Police Nationale | 21372844011 | 28669321474 | 33033315947 | 38079139161 | 49038757992 | 44881992980 | 56248370730 | 58 776 279 631 |
| SNR | 1192269896 | 1250000000 | 1367515545 | 2730400000 | 3754081892 | 2768947248 | 2820363050 | 4 005 889 124 |
| Total du budget des acteurs directs de la sécurité | 66109458010 | 71831686936 | 86659794782 | 98452821361 | 122713787891 | 118028064775 | 138735428751 | 152 342 318 552 |
| Budget global de l'Etat | **326195409243** | **417804791249** | **445345226204** | **594637844653** | **848225527967** | **863059645685** | **1026173387752** | **1 211 741 630 296** |
| Part des acteurs directs de la sécurité en % | 20,26 | 17,19 | 19,45 | 16,55 | 14,46 | 13,67 | 13,51 | 12,57 |

**Commentaire**

Bien que le budget alloué au secteur de la sécurité soit en croissance en terme nominal depuis 2005, il est en régression par rapport au budget global de l'Etat. En effet, il est passé de 20,26% en 2005 à 12,57% en 2012. Après le rétablissement de la paix et de la sécurité sur tout le territoire, la priorité du Gouvernement est la reconstruction et le développement. La rationalisation des dépenses liées à la sécurité permet de dégager des ressources pour financer les secteurs sociaux et les secteurs

**Urutonde rwa mbere : Amafaranga yategekanirijwe inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano hamwe n'igitigiri c'amafaranga yose Retaitegekanya ku mwaka.**

| | IBIHE | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| **URWEGO** | **2005** | **2006** | **2007** | **2008** | **2009** | **2010** | **2011** | **2012** |
| Kwivuna abansi | 43544344103 | 41912365462 | 52258963290 | 57643282200 | 69920948007 | 70377124547 | 79666694971 | 89560149797 |
| Igiporisi c'igihugu | 21372844011 | 28669321474 | 33033315947 | 38079139161 | 49038757992 | 44881992980 | 56248370730 | 58776279631 |
| Igendereza | 1192269896 | 1250000000 | 1367515545 | 2730400000 | 3754081892 | 2768947248 | 2820363050 | 4005889124 |
| Igitigiri c'amafaranga yategekanirijwe inzego z'ukwivuna abansi n'i z'umutekano | 66109458010 | 71831686936 | 86659794782 | 98452821361 | 122713787891 | 118028064775 | 138735428751 | 152342318522 |
| Igitigiri c'amafaranga yose Reta yategekanije ku mwaka | 326195409243 | 417804791249 | 445345226204 | 594637844653 | 848225527967 | 863059645685 | 1026173387752 | 1211741630296 |
| Urugero kw'ijana izo nzego zategekanirijwe | 20, 26 | 17,19 | 19,45 | 16,55 | 14,46 | 13,67 | 13,51 | 12,57 |

***Aho vyavuye :*** *Ubushikiranganji bw'umutekano w'abanyagihugu.*

**<u>Ico twobivugako</u> :** Naho igitigiri c'amafaranga ategekanirizwa igisata c'umutekano cagiye kiraduga kuva mu mwaka wa 2005, biraboneka ko urugero rwayo rwagiye ruragabanuka ugereranije n'amafaranga yose Reta ikoresha mu buzima bw'igihugu. Kukaba nkako, yavuye ku rugero rw'ibice 20,26%, aragabanuka gushika ku bice 12,57%, mu mwaka wa 2012. Inyuma yaho umutekano n'amahoro bisubiye kugaruka mu gihugu cose, Reta yaciye ishira imbere y'ibindi imigambi y'ugusanura ivyasambutse n'imigambi y'iterambere ry'igihugu. Igabanurwa ry'uburyo bukoreshwa n'igisata c'umutekano ryatumye hasaguka **uburyo** bwo gufasha mu bisata vy'imibano n'ubutunzi.

**Tableau 2. Situation des sociétés privées de gardiennage par rapport à la loi et à leurs effectifs**

| Nom de la société | | Origine | Effectif | Situation par rapport à la loi | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | | | **Ordonnance d'agrément** | **Statuts** | **Registre de Commerce et NIF** | **Règlement d'ordre Intérieur** |
| 1 | P.S.G | burundaise | 3367 | oui | | Oui | Oui |
| 2 | K.K Security | kenyane | 753 dont un étranger | Non | Oui | Oui | Oui |
| 3 | Vigil Burundi | indienne | 1863 dont un étranger | Non | Oui | Oui | Oui |
| 4 | ASEC | burundaise | 480 | Non | Oui | Oui | Oui |
| 5 | NISTEC | burundaise | 170 dont 10 Congolais | Non | Oui | Oui | Oui |
| 6 | City Security | burundaise | 150 | Oui | Oui | Oui | Oui |
| 7 | SAGAR | burundaise | 250 | Non | Oui | Oui | Oui |
| 8 | SGP | burundaise | 70 | Non | Oui | Oui | Oui |
| 9 | BURUNDI BODY GUARD | burundaise | 37 | Oui | Oui | Oui | Oui |
| 10 | SECURISANTE | burundaise | 36 | Non | Oui | Oui | Non |
| 11 | PPL | burundaise | 60 | Non | Oui | Oui | Non |

| | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| 12 | P.J.P | burundaise | 27 | Non | Oui | Non | Non |
| 13 | SICAS BURUNDI | belge | 9 dont 4 étrangers | Non | Oui | Oui | Non |

*Source : Ministère de la Sécurité Publique*

Le tableau montre que les sociétés privées de gardiennages et de surveillance exerçant leurs activités au Burundi sont au nombre de treize (13) avec un effectif total de 6783. Ces effectifs changent au quotidien en fonction des besoins. L'essentiel des maisons mères de ces sociétés sont localisées à Bujumbura. Dans ce secteur, la formation est encore très peu développée et le statut du personnel (surtout celui des agents) reste très précaire (manque de contrat, d'assurance maladie et de sécurité sociale).

**Urutonde rwa 2 : Uko amashirahamwe yigenga akora akazi yifashe mu vyerekeye amategeko n'ibitigiri vy'abakozi bayo.**

| Izina ry'ishirahamwe | | Amamuko | Igitigiri c'abakozi | Itegeko nshikiranganji ribemerera gukora | Amategeko ngenderwako | Igitabo c'ubudandaji n'inomero itangikwako ikori | Amategeko ntunganyashirahamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| 1 | P.S.G | Mu Burundi | 3367 | Ego | Ego | Ego | Ego |
| 2 | K.K.Security | Muri Kenya | 753 harimwo umunyamahanga 1 | Oya | Ego | Ego | Ego |
| 3 | Vigil Burundi | Mu Buhindi | 1863 harimwo umunyamahanga 1 | Oya | Ego | Ego | Ego |
| 4 | ASEC | Mu Burundi | 480 | Oya | Ego | Ego | Ego |
| 5 | NISTEC | Mu Burundi | 170 harimwo abanyekongo cumi | Oya | Ego | Ego | Ego |
| 6 | City Security | Mu Burundi | 150 | Ego | Ego | Ego | Ego |
| 7 | SAGAR | Mu Burundi | 250 | Oya | Ego | Ego | Ego |
| 8 | SGP | Mu Burundi | 70 | Oya | Ego | Ego | Ego |
| 9 | BURUNDI BODY GUARD | Mu Burundi | 37 | Ego | Ego | Ego | Ego |
| 10 | SECURISANTE | Mu Burundi | 36 | Oya | Ego | Ego | Oya |
| 11 | PPL | Mu Burundi | 60 | Oya | Ego | Ego | Oya |
| 12 | P.J.P | Mu Burundi | 27 | Oya | Ego | Oya | Oya |
| 13 | SICAS BURUNDI | Mu Bubirigi | 9 harimwo abanyamahanga 4 | Oya | Ego | Ego | Oya |

***Aho vyavuye :*** *Ubushikiranganji bw'Umutekano mu gihugu*

**Ico twobivugako :** Biragaragara ko amashirahamwe yigenga akora akazi k'ukurarira akorera aha mu Burundi ubu ageze kuri 13, akaba akoresha abantu ibihumbi bitandatu n'amajana indwi na mirongo umunani na batatu (6783). Ivyo bitigiri bihinduka ku munsi ku munsi bivanye n'abakenewe. Ahanini, Ibiro bikuru vy'ayo mashirahamwe biri i Bujumbura. Muri ico gisata, ubumenyi bukomoka ku nyigisho ntiburatera imbere cane kandi ubuzima bw'abakozi (canecane abakozi batobato) ntako bwifashe (kuko ata masezerano y'akazi bafise, ntibavuzwe n'umukoresha kandi bakaba badategekanirizwa kazoza).

**Tableau 3. Représentation numérique des femmes au sein de la Force de Défense Nationale en janvier 2012**

***Urutonde rwa 3. Ingene abapfasoni bari baserukiwe mu nzego z'ukwivuna abansi muri Nzero 2012***

| **Catégorie / *Umurwi*** | **Hommes / *Abagabo*** | **Femmes / *Abapfasoni*** | **Total Hommes-femmes / *Igitigiri ca bose : Abagabo n'abagore*** | **% de Femmes / *Ibice kw'ijana (%) vy'abagore*** |
|---|---|---|---|---|
| Officiers / *Intwazangabo* | 2.386 | 50 | 2.436 | 2,05 |
| S/Officiers / *Ibisongerezi vy'intwazangabo* | 4.844 | 29 | 4.873 | 0,62 |
| Hommes de troupe / *Abasoda batobato* | 19.440 | 71 | 19.511 | 0,36 |
| **Total / *Bose hamwe*** | **27.376** | **150** | **26.820** | **0,55** |

*Source : Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants*

***Aho vyavuye** : Mu Bushikiranganji bw 'Ukwivuna abansi n'ugukurikirana abahoze ku rugamba*

**Tableau 4 : Effectif du personnel policier féminin à la Police Nationale du Burundi**

***Urutonde rwa 4. Igitigiri c'Abakenyezi mu rwego rw'Igiporisi c'Uburundi mu mwaka wa 2010***

| **Catégorie / *Umurwi*** | **Femmes / *Abagore*** | **Total Hommes-Femmes / *Igitigiri ca bose : Abagabo n'abagore*** | **% de Femmes / *Ibice kw'ijana (%) vy'abagore*** |
|---|---|---|---|
| Officiers / *Intwazangabo* | 53 | 1.229 | 4,3 |
| Brigadiers / *Ababirigadiye* | 147 | 2.404 | 6,1 |
| Agents de police / *Abaporisi batobato* | 279 | 12.233 | 2,2 |
| **Total / *Bose hamwe*** | **485** | **15.866** | **3,05** |

*Source : Ministère de la sécurité Publique*

*Aho vyavuye : Mu Bushikiranganji bw'Umutekano mu gihugu*